Copyright © by Jonathan Menn 2021. All rights reserved.

EQUIPPING CHURCH LEADERS
• EAST AFRICA •

# MARIKO—IGICE CA 2

**Canditswe na**

**Jonathan M. Menn**

**B.A., University of Wisconsin-Madison, 1974**
**J.D., Cornell Law School, 1977**
**M.Div., Trinity Evangelical Divinity School, 2007**

**Equipping Church Leaders East Africa, Inc.**
**714 S. Summit St., Appleton, WI 54914**
**+1-920-2846841 (mobile and WhatsApp)**
**jonathanmenn@yahoo.com**
**www.eclea.net**

2021

Abahinga benshi bibaza yuko Mariko ari bwo butumwa bwiza bwa mbere bwanditswe. Umuvyeyi w'ishengero Papias yitiriye ico gitabu Mariko, kandi yavuze yuko iyo nkuru yayikuye kuri Petero. Ivyo ntivyarinze guharirwako mw'Ishengero rya Mbere, kandi ibintu vyinshi vyerekana ko iyo nkuru ari impamo. Ico gitabu cuzuyemwo ibikorwa. Ni kimwe mu vyo twokwita ubutumwa burabira mu "ndoreramwo" imwe hamwe na Matayo na Luka, kubera yuko ubwo butumwa bwiza uko ari butatu burimwo inkuru ziguma zigaruka hose muri ubwo butumwa butatu, kandi izo nkuru zigakurikirana kumwe, kandi kenshi na kenshi zikagira n'amajambo amwe. Nubwo ubwo butumwa bwiza ari bwo butoya mu bundi bwose, kenshi na kenshi nibwo butumwa burimwo ido n'ido, harimwo n'imigenzo myinshi y'Abayuda yasiguriwe abasoma b'abanyamahanga. Mariko yerekana ingene Yesu yashikije ubuhanuzi, ivyavugishijwe mw'Isezerano rya Kera vy'ukuzoza kwa Mesiya kandi bigaragarira ku murongo wa mbere nk'uko Mariko abivuga, "Umwana w'Imana."

Copyright © by Jonathan Menn 2021. All rights reserved.

**IBIRI MWO**

**I. Intangamarara** …………………………………………………………………………83
**A.** ***Inca make***……………………………………………………………………………….83
**B.** ***Uko igitabu cubatswe***………..………………………………………….……………….83

**II. Ico tuvuga kuri Mariko** ………………………………………………………………….85
**8:27-33:** Yesu uwo ari we n'igikorwa ciwe birahishurwa neza ………………………..........85
**9:1-13:** Ugukayangana ……………………………………………......................................90
**9:14-29:** Yesu akiza umuhungu arwaye intandara ……………………………….……………92
**9:30-50:** Yesu yigisha ku rupfu rwiwe, ukuzuka kwiwe, n'ukuba umwigishwa wiwe ………………………………………………………..…......................93
**10:1-12:** Yesu yigisha ku bijanye n'ukwahukana ……………………………..……………..96
**10:13-16:** Yesu ahezagira abana bato ……………………………………………………….98
**10:17-31:** Yesu n'umusore w'umutunzi …………………………….……………………....98
**10:32-45:** Yesu yongera kuvuga ku rupfu rwiwe n'ukumukurikira nyakuri uko kumeze…..101
**10:46-52:** Yesu ahumura impumyi Barutimayo ……………………………………………104
**11:1-11:** Yesu yinjira mu ntsinzi i Yerusalemu ………………..…………………………...104
**11:12-26:** Ibimenyetso vyerekana ko Yesu ari Mesiya: Yesu avuma igiti c'umusukoni maze ahumanura urusengero…………………………………………………………......105
**11:27-33:** Isoko y' ububasha bwa Yesu ishirwako akabaza…………………………………109
**12:1-12:** Umugani w'abarimyi b'ababagarariji ……………………………………………..109
**12:13-17:** "Ivy'Imana mubihe Imana" ……………………………………...………110
**12:18-27:** Ubugingo bw'inyuma y'ukukuzuka ……………………………………………...111
**12:28-34:** Ibwirizwa rikuru riruta ayandi……………………………………………………112
**12:35-37:** Kristo ni Umwami ……………………………………………………………..113
**12:38-40:** Kugabisha abantu ku bijanye n'uburyarya bw'Abanyabwenge b'Ivyanditswe…………………………………..........................115
**12:41-44:** Ishikanwa ry'umupfakazi w'umworo ………………..…………………………116
**13:1-37:** Ivyavugiwe ku Musozi wa Elayono ………………………………………….117
**14:1-11:** Yesu asukwako amavuta y'igiciro kinini ………………...……………………..124
**14:12-31:** Yesu n'abigishwa biwe basangira ivya Pasika, ingaburo Yera…………….……..127
**14:32-42:** Yesu ari mw'itongo ry'i Getsemane …………………………………..………132
**14:43–15:20a:** Ukuryarukwa kwa Yesu, ugufatwa kwiwe, ugusambishwa imbere y'Abanyekombe, Petero yihakana Yesu, no gusambishwa imbere ya Pilato……….134
**15:20b-47:** Ukubambwa, urupfu, n'uguhambwa kwa Yesu ………………………………...142
**16:1-8:** Ukuzuka ……………………………………………………………...…………..149
**16:9-20:** Yesu yiyereka abantu amaze kuzuka ……………………………………………151

**AHO TWAVYABUYE** ……………………………………………..……………………154

**UMWANDITSI** …………………………..…………………………………………….…159

Copyright © by Jonathan Menn 2021. All rights reserved.

## I. <u>Intangamarara</u>

### A. *Inca make*

Igice ca kabiri c'igitabu ca Mariko, cibanda cane cane ku rugendo rwo kuja i Yeruslemu n'inyuma yaho. Muri urwo rugendo harimwo uguhishura nyakuri Yesu uwo ari we nka Mesiya; ukuvuga ku rupfu rwiwe ingene ruzogenda, ukuzuka, n'ukuzogaruka kwiwe; ugukayangana; ukwigisha n'ugukiza abarwaye; igikorwa yakoreye i Yerusalemu; Ukuryarukwa, ugufatwa kwiwe, ukubambwa, uguhambwa, n'ukuzuka

### B. *Uko igitabu cubatswe*

Ico gitabu gishobora kuba cubatse ido n'ido muri ubu buryo bukurikira:

**I. Ijambo ry'ibanze (1:1-13)**
- **A.** Igikorwa ca Yohana Umubatizi (**1:1-8**)
- **B.** Ukubatizwa kwa Yesu (**1:9-11**)
- **C.** kugeragezwa na Satani (**1:12-13**)

**II. Igikorwa ca Yesu i Galilaya (1:14–8:26)**
- **A.** Gutangaza Ubwami (**1:14-15**)
- **B.** Guhamagara abaigishwa ba mbere (**1:16-20**)
- **C.** Gukiza ingwara no gusenda abadayimoni (**1:21–2:13**)
    1. Yesu yigishiriza mw'isanagogi kandi akiza umuntu yinjiwemwo n'impwemu ihumanye (**1:21-28**)
    2. Inabukwe wa Petero (**1:29-31**)
    3. Abantu benshi barimwo dayimoni n'abarwaye (**1:32-34**)
    4. Yesu yigishiriza i Galilaya (**1:35-39**)
    5. Umunyamibembe (**1:40-45**)
- **D.** Ukurwanya Yesu kuratangura kukagenda kwiyongeranya (**2:1-3:6**)
    1. Yesu akiza ikimuga (**2:1-12**)
    2. Yesu ahamagara Lewi (Matayo) (**2:13-17**)
    3. Yesu n'ukwisonzesha: Insiguro ya Kristo (**2:18-22**)
    4. Yesu n'Isabato (**2:23–3:6**)
        - a. Kumyoza no kurya ingano kw'Isabato (**2:23-28**)
        - b. Yesu akiza umuntu kw'Isabato (**3:1-6**)
- **E.** Yesu akiza benshi ibisata vyabo asenda n'impwemu zihumanye (**3:7-12**)
- **F.** Gutoranya bamwe cumi na babiri (**3:13-19**)
- **G.** Kutizera, ukurwanywa, n'umuryango w'ukuri wa Yesu (**3:20-35**)
    1. Umuryango wa Yesu wo ngaha kw'isi wibaza ko yasaze (**3:20-21**)
    2. Abanyabwenge b'ivyanditswe barega Yesu ko arimwo impwemu mbi (**3:22-30**)
    3. Kristo yerekana umuryango wiwe nyakuri (**3:31-35**)
- **I.** Yesu yigishiriza mu migani (**4:1-34**)
    1. Umugani w'umubivyi n'ubwoko bw'ivu (**4:1-20**)
    2. Icanyegejwe kizoshirwa ahabona, kandi ingero ugereramwo abanda ni yon awe uzogererwamwo (**4:21-25**)
    3. Umugani w'akabuto, ugukura kwako, n'ukwimburwa (**4:26-29**)
    4. Umugani w'akabuto ka sinapi (**4:30-34**)
- **J.** Yesu ahoza ikiyaga (**4:35-41**)
- **K.** Ugusenda abadayimoni n'ugukiza ingwara (**5:1-43**)
    1. Umunyageraseni yarimwo abadayimmoni (**5:1-20**)
    2. Umukobwa wa Yayiro n'umugore arwaye ubutinyanka (**5:21-43**)
- **L.** Yesu i Nazareti (**6:1-6**)
- **M.** Bamwe cumi na Babiri baratumwa kuvuga ubutumwa hanyuma baragaruka (**6:7-13, 30-32**)
- **N.** Ivyashikiye Yohana Umubatizi (**6:14-29**)
- **O.** Ibitangaza: guhaza abantu 5000; Yesu agendesha amaguru hejuru ku kiyaga; n'ugukiza abarwaye (**6:33-56**)
    1. Guhaza abantu 5000 (**6:33-44**)
    2. Yesu agendesha amaguru ku mazi (**6:45-52**)

Copyright © by Jonathan Menn 2021. All rights reserved.

3. Ibitangaza vy'ugukiza ingwara i Genesareti (**6:53-56**)

**P.** Imigenzo n'ibihumanya abantu mu vy'ukuri (**7:1-23**)

1. Yesu aharira n'Abafarisayo ku bijanye n'imigenzo (**7:1-13**)
2. Yesu avuga yuko ibihumanya umuntu biva imbere mu mutima wiwe (**7:14-23**)

**Q.** Gutanguza igikorwa mu Banyamahanga (**7:24–8:10**)

1. Gusenda abadayimoni mu mukobwa w'umugore w'i Sirofoyinike i Tiro (**7:24-30**)
2. Gukiza igipfamatwi i Dekapoli (**7:31-37**)
3. guhaza abantu 4000 i Dekapoli (**8:1-10**)

**R.** ukugeragezwa, ukutagira ubwenge, n'ugukiza abantu ingwara (**8:11-26**)

1. Abafarisayo basaba ikimenyetso (**8:11-13**)
2. Abigishwa ntibatahura (**8:14-21**)
3. Uguhumura impumyi (**8:22-26**)

**III. Yesu uwo ari we n'iyo aja birahishurwa** (**8:27–9:13**)

**A.** Yesu ni Mesiya (Kristo) (**8:27-30**)

**B.** Yesu azokwicwa ariko azozuka (**8:31-33**)

**C.** Ikiguzi c'ugukurikira Yesu, c'ukuba umwigishwa wa Yesu (**8:34-38**)

**D.** Ugukayangana (**9:1-13**)

**IV. Inzira ija i Yerusalemu** (**9:14–14:9**)

**A.** Igitangaza c'ugukiza umuhungu arimwo dayimoni (**9:14-29**)

**B.** ukwigisha ku rupfu rwiwe /ukuzuka, ukumukurikira, n'ukwahukana (**9:30–10:16**)

1. Yesu avuga ku rupfu rwiwe rutaraba n'ukuzuka (**9:30-32**)
2. Ni nde ari mukuru mu Bwami (**9:33-37**)
3. Kamere k'ukuba umwigishwa (**9:38-50**)
4. Yesu yigisha ku kwahukana (**10:1-12**)
4. Yesu ahezagira abana bato (**10:13-16**)

**C.** Umusore w'umutunzi w'umutegetsi (**10:17-31**)

**D.** ukwigisah ku rupfu rwiwe /ukuzuka n'ikiguzi co kuba umwigishwa (**10:32-45**)

1. Yesu yongera kuvuga ku rupfu rwiwe no ku kuzuka kwiwe(**10:32-34**)
2. Yakobo na Yohana barondera kuba ab'imbere (**10:35-40**)
3. Kamwere ko kuba umwigishwa nyakuri n'ifatiro ry'ukigra ngo umuntu ashobore kuba uw'imbere (**10:41-45**)

**E.** Kwinjira i Yerusalemu (**10:46–11:11**)

1. Yesu akiza impumyi Barutimayo ari mu nzira ija i Yerusalemu (**10:46-52**)
2. Kwinjirana intsinzi i Yerusalemu (**11:1-11**)

**V. Igikorwa ca Yesu i Yerusalemu** (**11:12–13:37**)

**A.** Ibimenyetso vy'uko Yesu ari Mesiya (**11:12-26**)

1. Ukuvuma igiti c'umusukoni (**11:12-14, 20-26**)
2. Guhindira hanze abavunjira amahera mu rusengero (**11:15-19**)

**B.** Ububasha bwa Yesu, umugani, n'inyigisho (**11:27–12:44**)

1. Isoko y'ububasha bwa Yesu ishirwako akabaza (**11:27-33**)
2. Umugani w'abarimyi b'abagarariji (**12:1-12**)
3. "Ivy'Imana mubihe Imana" (**12:13-17**)
4. ukuzuka n'ukurongora canke ukurongorwa mu kuzuka (**12:18-27**)
5. Ibwirizwa rikuru (**12:28-34**)
6. Kristo ni Umwami (**12:35-37**)
7. Ukugabisha k'umwambiro w'abanyabwenge b'ivyanditswe (**12:38-40**)
8. Ishikanwa ry'umupfakazi w'umworo (**12:41-44**)

**C.** Ivyo yavugiye ku musozi wa Elayono (**13:1-37**)

**VI. Ukwitegurira urupfu; ukuryarukwa; ukubambwa; n'Ukuzuka** (**14:1–16:20**)

**A.** Yesu asukwako amavuta y'igiciro kinini (**14:1-9**)

**B.** Yuda agura Yesu (**14:10-11**)

**C.** Ingaburo Yera ya nyuma (**14:12-31**)

Copyright © by Jonathan Menn 2021. All rights reserved.

**D.** Mw'itongo ry'i Getsemane (**14:32-42**)
**E.** Ukuryarukwa kwa Yesu n'ugufatwa kwiwe (**14:43-52**)
**F.** Yesu asambishirizwa imbere y'Ikombe n'imbere ya Pontiyo Pilato (**14:53–15:20**)
1. Ikombe (**14:53-72**)
2. Pontiyo Pilato (**15:1-15**)
3. Gushinyagurirwa n'abasoda (**15:16-20a**)
**G.** ukubambwa n'uguhambwa (**15:20b-47**)
**H.** Ukuzuka (**16:1-8**)
**I.** Ukwiyereka abantu inyuma y'ukuzuka (**16:9-20**)

## II. <u>Ico tuvuga kuri Mariko</u>

**<u>8:27-38:</u>** ***27 Yesu avanayo n'abigishwa biwe, aja mu mihana y'i Kayisariya mu bwa Filipo: bari mu nzira abaza abigishwa biwe, at'Abantu bagira ngo ndi nde?" 28 Baramwishura, bati Bagira ngo uri Yohana Umubatizi, abanda ngo uri Eliya, abanda ngo uri umwe mu bavugishwa n'Imana." 29 Na we arababaza ati, Ariko mweho mugira ngo ndi nde?" Petero aramwishura, ati Uri Kristo." 30 Arabihanikiriza ngo ntihagire umuntu babwira ivyiwe.***

***31 Atangura kubigisha, ati Umwana w'Umuntu akwiye kuzobabazwa uburyo bwinshi, n'ukuzokwankwa n'abashingantahe n'abaherezi bakuru n'abanyabwenge b'ivyanditswe, no kuzokwicwa, maze hashize imisi itatu akazuka. 32 Avuga iryo jambo adakingitiranije. Petero aramwihererana, atangura kumwamira. 33 Arahindukira abona abigishwa biwe, akankamira Petero ati, Herera inyuma yanje Satani, kukw ivv'Imana atari vyo ubabaye, ariko ni ivy'abantu."***

***34 Ahamagara ishengero bo n'abigishwa biwe, arababwira ati, "Umuntu ni yagomba kunkurikira, ni yiyanke, yikorere umusaraba wiwe, ankurikire. 35 Kuko ugomba gukiza ubugingo bwiwe azobubura, ariko uwuzoheba ubugingo bwiwe kubwanje no kubw ubutumwa bwiza, azobukiza. 36 Kandi umuntu vyomumarira iki kwunguka kwunguka ivyo mw'isi vyose ni yakwa ubugingo bwiwe kw'iciru? 37 Mbega umuntu yotanga iki ngo acungure ubugingo bwiwe? 38 Kuk'Umuntu wese bizotera isoni kunyemera no kwemera amajambo yanje muri iki gihe c'ubusambanyi kandi c'ikinyavyaha, n'Umwana w'Umuntu bizomutera isoni kumwemera, ah'azozira afise ubwiza bwa Se, azananye n'abamarayika bera."***

<u>**Imirongo 27-38—**Yesu uwo ari we n'igikorwa ciwe birahishurwa neza</u>

Iki kigabane gitangurira ikindi kiringo mu gitabu ca Mariko hamwe n'ukwerekana Yesu uwo ari we n'igikorwa ciwe camuzanye. Imana mu buryo bufoboye yereka, igahishurira abigishwa yuko Yesu ari we Mesiya yari yarasezeranywe, Umwana w'Imana. Mbere naho habaye ukwo guhishurwa, abagishwa ntibatahuye na gato igikorwa Mesiya yaje gukora. Yesu asigura yuko, mu buryo bunyuranye n'ivyo bari bamwitezeko, yuko ico kiringo kizorangwa n'ukubabazwa, kumwanka, urupfu rwiwe, ariko kigaherahezwa n'ukuzuka kwiwe n'uguhabwa ubugingo bushasha. Ico gikorwa ni co kigize agatimatima ku vyo yavuze ku **mirongo ya 34-38** ku kugene ubugingo bwacu bwite butegerezwa kumera nimba tumukurikira.

1. <u>**Imirongo 27-30—**Yesu ni Mesiya</u>

Nubwo iki cabaye ari co gitangurira ikigabane ca kabiri c'igitabu c'ubutumwa bwiza uko bwanditswe na Mariko, kirafise ukubangabangana gukomeye n'ugukiza impumyi kwabaye ku **mirongo ya 22-26**: aho hose hatangurira ku kuvuga ingene ibintu vyari bimeze (**imirongo 22, 27**); impumyi n'abantu babona ivyijiji gusa canke batahura gatoya gusa (**imirongo 23-24, 28**; mu yandi majambo, abantu bibaza yuko Yesu ari Umuvugishwa n'Imana akomeye gusa, ariko ntibibaza ko ari Umwana w'Imana); ukubona neza kw'iyo mpumyi kwongera kuragarukanwa kandi abigishwa babona gutahura neza yuko Yesu ari Mesiya (**imirongo 25, 29**); bose uwahoze ari impumyi n'abigishwa babwirwa kutagira umuntu n'umwe babarira ivyabaye n'ukundi kumenya n'ugutahura gushasha bari bahejeje guhabwa no kuronka (**imirongo 26, 30**).

Kayisariya mu bwa Filipo hari ruguru y'Ikiyaga c'i Galilaya, kandi "abigisha bahaharura nk'aho ari urugabano rw'Igihugu Ceranda rwabagabura n'intara y'Abanyamahanga" (Cole 1989: 201n.1). "Mu ntango ico gisagara citwa Paneas . . . bacitirira imana (ikigirwamana) y'Abaroma yitwa Pan, kandi akanyabugoro, igitabo cayo cari aho nyene" (Wessel 1984: 692). Yesu yahisemwo aho hantu ko ariho akwiye kwihishurira neza nka Mesiya n'Umwana w'Imana, kubera "mu buryo bw'ikigereranyo ariko aratangaza kuri abo bafise amaso yo kubona . . . ko ariko arerekana ububasha bwiwe, ubwami bwiwe ko buri hejuru y'ububasha bw'Abayuda n'ubwo Abapagani bwari bumeza nk'ubukebana mw'isi" (Gruenler 1989: 781).

Igihe Yesu yabaza iki kibazo ati, *"Abantu bagira ngo ndi nde?"* (**umurongo 27**), inyishu zasa nizo

Copyright © by Jonathan Menn 2021. All rights reserved.

Herode n'abandi bantu bibaza ku wo Yesu ari (raba **6:14-16**), ahanini, umuvugishwa n'Imana ahambaye. Nubwo kanatsinda Yesu yari umuvugishwa n'Imana, ntiyari umuvugishwa n'Imana *gusa conyene*, canke ngo abe umuntu *buntu*. Herode n'abandi bantu barihenze mu kwiyumvira ko Yesu ari iyindi nteguza gusa igihe ari we yari yaje kubishitsa—uwo abamwitangiye imbere bose, integuza zose zahora zitunga urutoki. Ukwatura kwa Petero, *"Uri Kristo"* (umurongo wa **29**) werekana yuko abigishwa batevye bagatahura Yesu uwo ari we. "Kristo" ni ijambo ry'Ikigiriki rivuga kimwe mu Giheburayo na "Mesiya." Ivyo Matayo avuga kuri ibi yongerako irindi do n'ido rikomeye: *"Arababaza ati, 'Ariko mweho, mugira ngo ndi nde?' Simoni Petero aramwishura ati, 'Uri Kristo, Umwana w'Imana Nzima.' Yesu aramwishura, ati, Uri umuhirwe, Simoni mwene Yona! Kuko atari uw'inyama n'amaraso yabiguhishuriye, ariko ni Data wo mw'ijuru.'"* (**Mat 16:15-17**) Petero yariko yerekana, amenyekanisha yuko Yesu Mesiya yari arengeye kuba umuntu buntu, kuba umuntu gusa; yari Imana yuzuye kandi akaba umuntu yuzuye. Yesu yariko arerekana yuko ubwenge bwa petero bwo kumenya no gutegera ivyo butari buturutse kuri we, ariko ko yari yabuhishuriwe n'Imana. Ivyo Yesu yabariye abigishwa ku murongo wa **30** yuko badakwiye kubibarira umuntu n'umwe ko ari Kristo kumbure hari kubera yuko abo bandi batari bwatahure igikorwa ca Mesiya co kw' isi (nkuko tuja kubiraba ku mirongo ya **31-33**). Ukudatahura neza Yesu uwo ari we kandi n'ico ari co ubwami bwiwe bizovyara inzira itari yo yo kumutangaza canke kuvuga uwo ari we hamwe n'ukumukurikira mu buryo butari bwo, nk'uko Yesu azovyerekana neza, akabisigura neza ku **mirongo ya 34-38**.

2. **Imirongo <u>31-33</u>—**<u>Yesu azokwicwa ariko azozuka</u>

**Umurongo 31** usa n'**umurongo 29**; **umurongo 31** usigura ico ari co Ubumesiya bwa Yesu, ibigize Ubumesiya bwa Yesu: *"Atangura kubigisha, ati Umwana w'Umuntu akwiye kuzobabazwa uburyo bwinshi, no kuzokwankwa n'abashingantahe n'abaherezi bakuru, n'abanyabwenge b'ivyanditswe, no kuzokwicwa, maze hashize imisi itatu."*[40] Hariho ahantu henshi mw'Isezerano rya Kera herekana uwo Mesiya azoba ari we n'ico azokora. "Abayuda bitega ko Mesiya azoza azoba ari kimwe muri ibi bitatu: 1. Umwami [hasubiramwo **Yer 23:5-6; Zab 110:1-2**]. 2. Umuherezi [hasubiramwo **Zek 6:12-13; Zab 110:3-4**]. 3. Umuvugishwa n'Imana [hasubiramwo **Gus 18:18-19**]." (Abdul-Mohsin 2006: 95-97) Ikintu gikuru, Mesiya ntiyari akwiye kuba "umwami" asanzwe ariko yari akwiye kuba "umwami nya mwami"—umwami wa *nyuma* w'isi. "Mu ciyumviro c'abigisha, Mesiya ni umwami azocungura kandi akaganza, agategeka Isirayeli ku mpera y'isi kandi akazoba igikoresho kizoshingwako ubwami bw'Imana" (Jacobs 2008: Messiah in Rabbinic Thought). Ibisomwa vyinshi vyo mw'Isezerano rya Kera vyerekana ko Mesiya azoba ari umuntu (Ubururero **Ita 3:15; Yes 11: 1-5; 42:1-6; 59:20; Yer 30:18-22; 33:14-15**); yamara, ibindi bisomwa na vyo bikerekana ko uwo Mesiya azoba yakomotse mw'ijuru (ubururero, **Zab 2:6-12; 110:1-7; Yes 9:6; Yer 23:5-6; Mika 5:2; Zek 14:9**).[41] Abayuda besnhi—harimwo na Petero—bari biteze ko Mesiya azoba arengeye umuntu w'umunyapolitike azobakurako agacinyizo k'Abaroma kandi akongera akubaka Yerusalemu n'urusengero bifise ubwiza kandi hakazoba ihuriro ry'isi nshasha. Nta muntu n'umwe yari afise iciyumviro c'uko Mesiya azopfa akongera akazuka.

Ivyo Yesu yavuze ku bigize Ubumesiya bwiwe vyari binyuranye cane n'ivyo bari bamwitezeko cane. Isezerano Rishasha rirerekana neza yuko Yesu Kristo yuzuza ivyo Abisirayeli bari bamwitezeko vy'Umwami

---

[40] Ngaha yesu yavuze, ati, *"<u>Inyuma y'imisi itatu [nzo]</u>zuka"* (umurongo **wa 31**). Igisomwa kibangabanganye n'ico muri Matayo na co kivuga gurtya, *"No kuzozurwa <u>ku musi ugira gatatu</u>"* (**Mat 16:21**). Ahandi na ho yavuze yuko yuko azomara *"imisi itatu <u>n'amajoro atatu</u>"i kuzimu* (**Mat 12:40**). Ko Yesu yahambwe ku wa gatanu ku mugoroba (**Mat 57-60; Mariko 15:42-46; Luka 23:50-56; Yohana 19:31, 38-42**) kandi akazuka mu gatuturuturu ku musi wa mungu wakwirikira (**Mat 28:1-6; Mariko 16:1-6; Luka 24:1-6; Yohana 20:1**) ntibihushanije n'ivyafatiweko *"imisi itatu n'amajoro atatu."* Ayo majambo ni umugani canke imvugo. "Talmud y'i <u>Babuloni</u> (Ivyo Abayuda babivugako) yerekana yuko, 'igice c'umusi kimeze nk'aho ari umusi wose.' *Talmud y'i Yerusalemu* (yitwa gurtyo kubera yandikiwe i Yerusalemu) ivuga ibi, 'Turafise inyigisho, "Umusi n'ijoro ni Onah kandi igice ca Onah ni nk'aho ari cose."'" (McDowell 1981: 122) Kubera "Abayuda bazi ko igice c'umusi ari nk'aho ari umusi wose (raba Ita 42:17-18; 1 Sam 30:12-13; Esiteri 4:16; 5:1 [raba kandi 1 Abam 20:29; 2 Ngo 10:5, 12]), ni ko na Yesu yabaye mu mva ku wa Gatanu,ku wa Gatandatu no ku wa Mungu; kandi iyo mvugo irasa n'ivyavuzwe" (Osborne 2010: 486; raba kandi Delling 1964: 949-50). **Mat 27:63-64** herekana ikoreshwa ry'iyo mvugo "imisi itatu" cane cane hafatiwe n'uguhambwa kwa Yesu: kuri **27:63** Abafarisayo bagiye kwa Pilato hanyuma baribuka yuko Yesu yari yaravuze yuko, *"<u>Imisi itatu ishize</u> azozuka."* Rero, ku murongo wa **27:64** basavye Pilato ko atanga itegeko ko *"barinda imva cane <u>gushitsa ku musi ugira gatatu</u>."* "Nimba ayo majambo, 'inyuma y'imisi itatu,' atakabukanijwe n' 'umusi ugira gatu,' Abafarisayo bari gusaba abarariraizi ko borarira no ku musi ugira kane" (McDowell 1981: 122). Ivyo biremezwa no muri **Yohana 2:18-19** aho Abayuda basaba Yesu ikimenyetso. Yesu yabishuye ati, *"Sambura uru rusengero, kandi <u>mu misi itatu</u> nzosubira kurwubaka"* (afatiye ku rusengero rw'Umubiri Wiwe, **Yohana 2:21-22**).

[41] Raba neza, igihe dushize **imirongo 29, 31** na **Mat 16:15-17** hamwe, Yesu yariko ararehanisha, anganisha "Mesiya (Kristo)" n' "Umwana w'Imana"

Copyright © by Jonathan Menn 2021. All rights reserved.

n'umukiza azorungikwa n'Imana (raba ubururorero, **Mat 2:4-11; 16:16, 20; 21:1-11; 22:42-45; 26:63-64; Mariko 8:29; 11:1-11; 12:35-37; 14:61-62; Luka 4:41; 19:28-40; 20:41-44; 22:67-70; 23:2-3, 39; 24:26, 46; Yohana 1:49; 4:25-26; 11:25-27; 12:12-16; 20:30-31; Ivyak 2:30-36; 9:22; 17:3; 18:5, 28; 1 Yohana 2:22; 5:1**). Yesu vyongeye ni umuherezi mukuri atagira agasembwa mu rusengero rw'ukuri (**Heb 2:17; 4:14-5:10; 7:1-8:6; 10:11-22**). Ubwa nyuma, Yesu yuzuza ubuhanuzi bwavuzwe na Mose yuko Imana izobahagurukiza uwundi muvugishwa n;'Imana ameze nka we (raba **Gus 18:15, 18-19; Yohana 1:45; 6:14; Ivyak 3:20-23**).

Yamara, ku **murongo wa 31**, Yesu yariko arabarira abigishwa biwe yuko yaje gucungura no gukiza abantu ariko atari mu buryo bwa politike ariko ko yaje kubakura mu buja babohewemwo n'icaha. Ntiyaje gutsinda abansi batwaza igikenye Abisirayeli, ariko yaje kubacungura no kubakiza abansi babo bakuru babangamiye abantu bose: icaha; Satani; n'urupfu ubwarwo. Ukugene ivyo azobishikako nta n'umwe yari bwigere anabirota. Ni co gituma, ku **murongo wa 31** Yesu yongeyeko iciyumviro c'Umwana w'Umuntu (gikmoka muri **Dan 7:13-14**) abifatanije n'umushumba w'umunyamibabaro avugwa muri **Yes 52:13–53:12**, ibuye abubatsi bagaye rivugwa muri **Zab 118:22** (ariryo rizoba irigumya imfuruka), n'ukuzuka ku musi ugira gatatu bivugwa muri **Hos 6:2**.[42] Rikk Watts avuga ati, "mu gushira hamwe ivyo bisomwa vyose bitandukanye n'ukuba 'Umwana w'Umuntu' kwiwe yiyise, Yesu wo muri Mariko yatanguje igikorwa c'iciyumviro gishasha kandi abigishwa baratangara nk'uko n'ababibonye muri Yesaya batangaye. . . . Nubwo ibigize imibabaro vyo muri Yesaya 53 vyari ahanini vyerekeye, rimwe na riwe, kuri Mose . . . kandi ata nkeka no ku muntu wo mu gihe c'iherezo . . . ibi ntivyarenze ku mwana w'umuntu avugwa muri Daniel canke Mesiya, yavuze ahubwo ubwiza, icubahiro n'uguhora. Yesu mu gutangaza ko umwana w'umuntu azoba ari we Mesiya azobabazwa akabifatanya n'imibabaro yo muri Yes. 53 ntivyari vyitezwe na gatoya, nk'uko n'ingaruka y'iciyumviro c'uko amahoro ya Isirayeli azozanwa n'ivyo uwo azoba yaciyemwo, mbere no gushika ku rupfu, gusubira mu bikomere n'ingwara zaranze ugucirwa kw'iteka no kujanwa ari inyagano kwa Isirayeli kubera ugusenga ibigirwamana [mu yandi majambo, kwikorera umuvumo w'ivyagezwe]." (Watts 2007: 181-82)

Mbere, igihe Yesu yabambwa, n'abari barizeye yuko ari we mucunguzi yari yarasezeranywe baciye batakaza icizere cabo kubera yuko Mesiya yabambwe yasa n'uko ari ikinyuranye n'ivyo bari biteze, bizeye (raba **Luka 24:19-21**). Abantu ntibigeze batahura yuko ukubambwa bwari *uburyo, inzira* agakiza ku caha kategerezwa gushika.[43] Maze ikitari citezwe kiraba: Yesu arazuka mu bapfuye. Inyuma y'ukuzuka kwiwe, Yesu asigurira abigishwa biwe ibi bikurikira, *"Mbega Kristo [mu yandi majambo Mesiya] ntiyari akwiye kubabazwa artyo ngo abone kuja mu bwiza bwiwe?"* (**Luka 24:26**), kandi *"nk'uko vyanditswe, yuko Kristo [ari we, Mesiya] azobabazwa maze akazuka mu bapfuye ku musi ugira gatatu"* (**Luka 24:46**). Yesu rero yashikije ivyari vyitezwe mw'isezerano rya kera vyose vyerekeye Mesiya, arikoyabikoze mu buryo batari bavyitezemwo. Iryo jambo rero yarihaye insiguro nini kandi ndende irushije ivyo abantu bari biteze. Ni co gituma, Isezerano Rishasha rimuvuga rikamutangaza nk'umukiza umwe wenyene rudende ashobora gucungura no gukiza abantu ivyaha vyabo (**Mat 1:21; Luka 2:11; Yohana 1:29; 3:17; 4:42; Ivyak 3:26; 4:12; 5:31; 13:23, 38-39; 15:11; 16:31; Rom 3:24-26; 4:25; 5:1, 6-11, 15-21; 8:2; 10:9; 1 Kor 1:30; 6:11; 15:17; 2 Kor 5:18-21; Gal 1:3-4; Ef 2:13-16; 4:32; 5:2, 25-26; Flp 3:20; Kol 1:12-14; 3:13; 1 Tes 1:10; 5:9-10; 1 Tim 1:15; 2 Tim 2:10; 3:15; Tito 1:4; 2:13-14; Heb 2:17; 5:9; 7:25; 13:20; 1 Pet 1:18-19; 3:18; 2 Pet 1:11; 1 Yohana 3:5; 4:9-10, 14; Ivyah 5:9; 14:4**).

Ivyo ni vyo Petero n'abandi bigishwa batatahuye. Inyuma yuko Yesu yabibasiguriye abifoboye yuko azotegerezwa kubabazwa, akankwa, akicwa, maze akongera akazuka (**umurongo 31**), **Mat 16:22** atanga ibigize icatumye Petero yamira Umwami, *"Ntibikaze, Mwami wanje, ntibize bikubeko na gato."* Ni satani mu bugararwa ubwa mbere yari yagerageje Yesu kugira ngo ahakane canke ntabandanye, yanke inzira yo ku musaraba (**Mat 4:1-11; Luka 4:1-12**). Ni co gituma, ku **murongo wa 33** Kristo yamiye Petero (n'abandi bigishwa mu kubahindukirira bose), akababwira ati, *"Herera inyuma yanje, Satani! Uri ikintsitaza, kuko ivy'Imana atari vyo ubabaye, ubabaye ivy'abantu."*[44] Nk'uko R. Alan Cole abivuga, "ivyo Satani yamubariye si

---

[42] Muri **Luka 24:46** Yesu yavuze yuko ukuzuka kwiwe ku *"musi ugira gatatu"* kwari "kwaranditswe" mw'Isezerano rya Kera. "Ariko none ariko arafatira ku mirongo iyihe? Nubwo bishoboka ko yoba ariko arafatira ku nkuru ya Yona, ahandi hantu twibaza ko ariko arafatira kurushiriza ni muri Hoseya 6:2 ('imisi ibiri ishize azoduhembura: ku musi ugira gatatu azoduhagurutsa, tube bazima imbere yiwe'). Nimba biri uko, Yesu yafashe umurongo ubwa mbere wavuga ku kuzohemburwa canke ku kuzokangurwa kwa Isirayeli aca awikoreshako nka Mesiya wa Isirayeli. . . . Nk'uko Dodd abivuga neza aheraheraheza: 'Ukuzuka kwa Kristo *ni* ukuzuka kwa Isirayeli ukwo Abavugishwa n'Imana bavugishijweko'." (Walker 1996: 285)

[43] Ntibatahuye mbere n'ubwo Isezerano rya Kera ryari ryaravugishijwe yuko igitsibo c'ubwami ca Mesiya n'ingoma yiwe ko bizosenyurwa (**Zab 89:39, 44**), abansi biwe bazonezererwa (**Zab 89:42**), kandi ko azokwicwa nk'ikimazi gitanzwe (**Yes 53:1-12**).

[44] Mu buryo budasanzwe, ijambo "gukankamira" (Kigiriki = *epitimaō*) ni ryo jambo nyene rikoreshwa mu kuvuga kuzibiza

Copyright © by Jonathan Menn 2021. All rights reserved.

ukurogota canke ngo bibe bibi: ahubwo ni ibintu vyoroshe, bikwegakwega umuntu kandi ‘bisanzwe’, vyowegakwega abantu bose mu ‘bisanzwe’. Ni co gituma ari ikigoye cane.” (Cole 1989: 206)

3. **Imirongo 34-38—**Ikiguzi co kuba umwigishwa

Yesu yaja yaramenye neza uwo ari we (**imirongo 27-30**) kandi yarerekanye neza yuko inzira ya Mesiya n’Umwana w’Umuntu itegerezwa guca mu mibabaro, mu kubabazwa, ukwankwa n’urupfu (**imirongo 31-33**). Ubu na ho, ku **mirongo ya 34-38** arabitomora neza yuko uwo ari wese wese ashaka kuba umwigishwa wiwe, ko ategerezwa guca mu nzira nk’iyo na we yaciyemwo, mu yandi majambo inzira y’ukubabazwa, y’imibabaro, ukwankwa n’ukutikunda no gushika ku gupfa. Petero yari yaramiye Yesu kandi yari yashatse kumurinda umusaraba. Ubu na ho Yesu “ntiyakosoye uguhakana ukubabara kwa Mesiya, ariko kandi agira imibabaro, n’ukwiyanka, no kwikorera umusaraba ko ari yo nzira ntahara Petero n’abigishwa na bo nyene bazotegerezwa gucamwo, nimba bagomba kunezereza Umwami wabo no gukiza, no kurokora ubugingo bwabo” (Gruenler 1989: 783). Ivyo Yesu yavuze, *“Umuntu ni yagomba kunkurikira, ni yiyanke, yikorere umusaraba wiwe, ankurikire”* (**umurongo 34**) ni ubuhanuzi, kuko na we ubwiwe azoja imbere y’abigishwa biwe (na twebwe turimwo) mu kwikorera umusaraba wiwe. Ntariko aradusaba gukora ivyo na we atakoze ubwiwe. Uko Mesiya yari ameze ni ko na twe dutegerezwa kumera nimba dukwiriye kuba Abakristo. Ukwifatanya hagati ya Yesu n’abizera kuruzuye.

“Kwiyanka bisigura yuko twirukanya ibigumbagumba bikunda kutwizingirako bitwerekeye vy’ukwikunda mu yandi majambo, uburenganzira bwacu twifiseko, uburenganzira bwo kwiberaho no kwigenza uko dushaka. Dukwiriye guhakana yuko twigaba, twigenga dukwiye guhana ko ubugingo ari ubwacu. Ntidufise uburenganzira bwa nyuma bwo guhitamwo ivyo tuzokora, canke aho tuzoja. Igihe bivuzwe muri ayo majambo, abantu baca bumva ako kanya nyene yuko Yesu arikoaravuga ikintu kidasanzwe c’urufatiro. Ivyo bikora ku mutima w’ukubaho kwacu kubera yuko ikintu kimwe twebwe abana b’abantu, duha agaciro kanini kandi twipfuza kandi tugomba gukingira hejuru y’ibindi vyose ni uburenganzira bwo kwihitiramwo ivyo tugomba. Turahakana kuba musi y’ikintu ico ari co cose canke musi y’uwundi muntu, ariko tukigumanira uburenganzira bwo kwihitiramwo ubwa nyuma ivyo dushaka ku bugingo bwacu. Ibini vyo Kristo ariko aravugako. Ntariko aravuga guheba iki canke kiriya, yamara ariko avuga ku kwiyanka n’ukwiheba, no gutanga ubugingo bwacu.” (Stedman 2021b: n.p.) Kamere kadasanzwe k’ivyo Kristo ariko aravuga n’ukugene binyuranye n’ukugene benshi muri twebwe twiyumvira n’ukugene dukora, vyashizwe ahabona na C. S. Lewis yavuze ati, “Hariho abantu b’uburyo butatu mw’isi. Umurwi wa mbere ugizwe n’abo babaho kubwabo bonyene kandi no kubera umunezero wabo gusa. . . . Mu murwi wa kabiri ni abo bemeza ko hariho ibindi bintu bibarengeye, biri hejuru yabo – ubugombe bw’Imana, ko ata kintu na kimwe bashobora kubikorako, canke iciza c’ikibano – kandi ata kubesha bagerageza gukurikira inyungu zabo gusa ko ata kindi kintu na kimwe kirengeye ivyo bazokwemera. Bagerageza kwegura no gutanga ibisabwa badashobora kwirengagiza, nk’abagabo batanga ikibuguro, ariko bakizera, nk’abandi bose bariha amakori, yuko imisigazwa, ibicagutseko bihagije kugira ngo bibabesheho. . . . Ariko umurwi wa gatatu ugizwe nabo bashobora kwifatanya na Paulo bakavuga bati ‘kubwacu kubaho ni Kristo [Flp 1:21]’. Abo bantu bariyambuye ibibizingirako vuba vy’ubu bugingo vy’ukwikunda bagakora ivy’Imana igomba mu kwanka gushitsa ivyo imibiri yabo ibategeka gukora. . . . Ubugombe bwa Kristo ntibuba bugihagarika ivyabo; ni ubwabo. Umwanya wabo wose, mu kuba abiwe, uca uba uwabo na wo nyene, kubo na bo ari abiwe.” (Lewis 1986: 21) Mu nca make, Kristo ariko aravuga yuko, kugira ngo tumukurikire, dutegerezwa kumenya ukuri yuko *“mutiganza kuko mwaguzwe igiciro”* (**1 Kor 6:19-20**).

Ugufatira kwa Yesu ku “musaraba” vyerekana ko ari ukwiyanka, kubera yuko umusaraba cari igikoresho c’urupfu. Ariko umusaraba wari urengeye kuba igikoresho c’urupfu gusa. “Hari ahantu h’agasuzuguro, aho yakengerewe agacishwa bugufi. Aho rero umusaraba uhagarariye igihe cose ikimenyetso c’ivyo bintu vyose n’ibiba vyose mu vyo ducamwo vyose biducisha bugufi, bikatugaragaza abo turi bo, bikarwanya ubwishime bwacu, bikatumaramaza, kandi bikagaragaza ubugarariji n’ububi butubamwo. . . . Ikintu ico ari co cose, ibihe ivyo ari vyo vyose bidukorera ivyo, Yesu avuga ati, ni mba turi umwigishwa, dukwiye kuvyakira. Iyo ni yo nsiguro yiwe. ‘Ikorere umusaraba wawe, uwemere, uwakire, wumve ko uwunezererewe, uwucakire mugumane, kuko ari ikintu ciza kuri wewe. Uzogushikana ahantu uzoba witeguye kwakira ingabire y’ubuntu bw’Imana.’ Ni co gituma umusaraba ufise agaciro kuri twebwe.” (Stedman 2021b: n.p.) “Gukurikira” Yesu bisigura “kwumwumvira”. “Ntibigaragara yuko bidufata igihe kirekire kugira ngo dutahure nimba ukutumvira ari ryo zina ry’urukino imbere yuko tuba Abakristo, rero ukwumvira nta nkeka ko ari izina ry’urukino inyuma yuko tumaze guhinduka Abakristo.” (Ico gitabu nyene)

Ibindi bintu vy’ivyo Yesu ariko aravuga muri iyi mirongo bitegerezwa kuvugwa. Ubwa mbere, ico ariko

---

canke gukankamira impwemu mbi, abadayimoni (raba **Mat 16:22; Mariko 1:25; 3:1; 8:32-33**).

Copyright © by Jonathan Menn 2021. All rights reserved.

arashikiriza cerekeranye n'"uwo ari we wese" (**umurongo 34**) agomba gukurikira Yesu. Mu yandi majambo, ntiriko aravuga ku murwi udasanzwe w'Abakristo (mu yandi majambo, "abigishwa" mu buryo bunyuranye n'"Abakristo basanzwe") ariko ni *umuntu uwo ari we wese* agomba canke avuga ko ari Umukristo. Ubwa kabiri, ico ariko aravuga si ikintu c'imfata kibanza ariko gikora ibihe vyose. Ivyo Luka avuga kuri ibi birabisobanura neza: *"Abwira bose ati, 'Umuntu ni yagomba kunkurikira, ni yiyanke, yikorere umusaraba wiwe uko <u>bukeye</u>, ankurikire.'"* (**Luka 9:23**). Ubugira gatatu, ico ariko aravuga ni ikintu gikomeye c'ingirakamaro kurusha ibindi vyose mw'isi yose, kubera yuko cerekeranye n'ikintu c'agaciro kanini kurusha ibindi vyose dufise—ubugingo bwacu—ubwo nab wo bukaba bufise akamaro kanini kurusha isi yose: *"Kandi umuntu vyomumarira iki kwunguka ivyo mw'isi vyose, ni yabura ubugingo bwiwe, canke ni yabwakwa kw'iciru?"* (**imirongo 36-37**) Ubugira kane, nimba dukurikira Yesu nk'uko yabivuze canke ntitumukurikire twisunze nk'uko yabivuze ivyo bizogira ingaruka z'ibihe bidashira: *"Kuko umuntu wese bizotera isoni kunyemera no kwemera amajambo yanje, n'Umwana w'Umuntu bizomutera isoni kumwemera, aho azozira afise ubwiza bwiwe, n'ubwa Se n'ubwo abamarayika bera"* (**umurongo 38**).

Ubwa nyuma, ico Yesu ariko arashikiriza muri iyi mirongo si akantu gatoya canke ikintu dushobora kwirengagiza. Ahubwo ni co kigize agatimatima k'Ubukristo kandi ahanini kikagaragaza ico ari co Umukristo n'uwo ari we ku **murongo wa 35**—*"kuko ugomba gukiza ubugingo bwiwe azobubura, ariko uwuzoheba ubugingo bwiwe kubwanje, no kubw'ubutumwa bwiza, azobukiza"*—tubisanga incuro nyinshi kurusha irindi hame ryose dusanga mu Butumwa Bwiza. Iryo hame turisanga incuro zitandatu muri ubwo butumwa bwiza bwose uko ari bune, buhagarariye ivyo Yesu yavuze mu ncuro zine zitandukanye: **Mat 10:39; 16:35; Mariko 8:35; Luka 9:24; 17:33; Yohana 12:25**. Dukwiriye rero gufata ivyo Yesu yavuze nka nkama, tugasuzuma ubugingo bwacu bwite twisunze ivyo yavuze, kandi tugahindura ivyo tugomba guhindura mu bugingo bwacu kugira ngo dukore ivyo ashaka.

## <u>IBIBAZO VY'UGUHANAHANAKO IVYIYUMVIRO</u>

1. Ni gute Yesu yatanze iyindi nsiguro ya Mesiya n'Umwana w'Imana abo ari bo?

2. Mwibaza ko ari kubera iki Petero yatanguye kwamira Yesu mu vyo yari avuze (**umurongo 32**)? Mwibaza ko ari kubera iki Yesu atakingitirije na gato mu kwamira Petero (**umurongo 33**)?

- Mbega ico kiganiro cabaye hagati ya Petero na Yesu hari ico kitubarira canke hari icirwa twogikuramwo?

3. Ihame ryavuzwe ku **murongo wa 35** turibona incuro nyinshi kurusha irindi hame na rimwe mu Butumwa Bwiza—incuro 6 mu Butumwa bwiza uko ari bune, rihagarariye ubutumwa bune butandukanye bwa Yesu mu ntango, hagati na hagati hamwe no ku mpera y'igikorwa ciwe yakoreye ngaha kw'isi: ngaha (hamwe n'ibindi bisomwa bibangabanganye n'iki vyo muri **Mat 16:25** na **Luka 9:24**); **Mat 10:39** (gutuma za ntumwa cumi na zibiri); **Luka 17:33** (inyuma y'ugukayangana ariko imbere y'ukwinjira i Yerusalemu); no muri **Yohana 12:25** (inyuma yo kwinjira i Yerusalemu ubwa nyuma). Yesu yaravuze afoboye neza ico bisaba kugira ngo umuntu kugira ngo abe Umukristo, vuga mu majambo yawe bwite ico Yesu yashatse kuvuga.

- Iki coba ari co uguhinduka Umukristo canke kuba Umukristo nk'uko bivugwa muri iki gihe? Nimba atari uko, ni kubera iki?

- Nimba igisabwa kugira ngo umuntu abe Umukristo ari iki "kivuzwe aha hepfo" n'abapasitori, abavugabutumwa, n'abandi Bakristo uyu musi, ni ingorane (nimba iriho) ki ivyo biteye?

4. Cisha amaso mu butumwa bwiza bwose hanyuma urondere ahandi hantu aho Yesu avuga ibisabwa kugira ngo umuntu ashobore kuba Umukristo.

- Twovuga dute ivyo Yesu yavuze twisunze icipfuzo ca bose co kugira "ivyiza vyose vy'ayo masi yose" (mu yandi majambo, ivyo vyose iyi si yose itanga n'ivyo vyose ijuru ritanga na ryo)?

- Nimba hariho ukudasa kuri hagati y'ivyo Yesu avuga ku vyerekeye ukuba Umukristo ari n'ivyo twatahuye vyerekeranye n'ukuba Umukristo bisaba twobikorako (kandi dukwiriye) kubikorako iki?

Copyright © by Jonathan Menn 2021. All rights reserved.

**<u>9:1-13:</u>** ***[1] Arabwira ati, "Ndababwira ukuri, muri aba bahagaze hano, harimwo bamwe batazobona urupfu gushitsa aho bazobonera ubwami bw'Imana buzananye n'ubushobozi."***

***[2] Imisi itandatu ishize, Yesu ajana Petero na Yakobo na Yohana, abadugana igisozi kirekire ari bonyene. Ahinduka ukundi imbere yabo, [3] impuzu ziwe zirakayangana, zera derere, kandi nta mumesuzi kw'isi yoshoboye kuzeza artyo. [4] Maze Eliya na Mose barabiyereka, bavugana na Yesu. [5] Petero abwira Yesu, ati "Mwigisha bitubereye vyiza ko turi hano. Nuko duce insago zitatu, rumwe rwawe, urundi rwa Mose urundi rwa Eliya." [6] Ntiyari azi ico akwiye kuvuga, kuko bari baguye igihumura. [7] Maze igicu kiraza kibatera igitutu, ijwi riva muri nya gicu, riti "Nguyu Umwana wanje nkunda, ni mumwumve." [8] Maze bakebaguza vuba, ntibaba bakigira uwundi babona, atari Yesu wenyene.***

***[9] Bariko baramanuka ico gisozi, arabihanikiriza ngo ntihagire umuntu badondera ivyo babonye, Umwana w'Umuntu atarazuka avuye mu bapfuye. [10] Babika iryo jambo , basiguzanya ivy'ukuzuka mu bapfuye ivyo ari vyo. [11] Baramubaza bati, "Mbega abanyabwenge b'ivyanditswe ko bavuga yuko Eliya akwiye kubanza kuza?" [12] Arabishura ati, "Eliya abanza kuza koko, akaroranya vyose neza. Ariko vyanditswe bite ku Mwana w'Umuntu yuko azobabazwa vyinshi, agatiturwa? [13] Ariko ndababwira yuko Eliya yamaze kuza, kandi bamwigiriye uko bagomba kwose, nk'uko vyanditswe kuri we.***

<u>**Imirongo 1-13—**Ugukayangana</u>

Petero, Yakobo, na Yohana baremerewe kubona Yesu akayangana ari mu bwiza bwiwe, babona Mose na Eliya bari kumwe na Yesu, no kwumva amajambo y'Imana avuye mw'ijuru, *"Nguyu Umwana wanje Nkunda; ni mumwumve."*

1. <u>**Umurongo 1—**Bamwe bazobona Ubwami bw'Imana</u>

Yesu yagumye ahindaguranya uko yiyise, Umwana w'Umuntu, Ubutumwa bwiza, n'ubwami kuri **8:34-38** (raba kandi **Mat 16:28**). Abasesanguzi benshi bavuze yuko *"ubwami bw'Imana inyuma yuko buzananye ubushobozi"* (**Mat 16:28** abivuga mu yandi majambo, *"Umwana w'Umuntu aje mu bwami bwiwe"*; **Luka 9:27** na we avuga ati, *"Gushitsa aho bazobonera ubwami bw'Imana"*) hafatira ku Gukayangana, ukubambwa, n'ukuzuka mu bapfuye, Pentikoti n'ukugwirirana kw'ishengero rya mbere, inyigisho za Yesu, kandi/canke ugusangangurwa kw'i Yerusalemu (raba Bird 2003: 23-25; Cole 1989: 209). "Mu co ari co cose canke muri ivyo vyose, kandi nta gukekeranya no mu bindi na vyo, abari bafise amaso abona bashobora kuba barabibonye imbere yuko bapfa ko Imana yazananye ubushobozi ifata ibintu vyose vyabaye mu ntoke kandi ko yariko irashitsa muri kahise no muri kazozaintumbero n'integuro yayo. Mbere naho bamwe bategerezwa gupfa imbere yuko ivyo bigaragara neza, intango yaja yaratangujwe, yaja yarabaye, kandi akabuto ka sinapi kariko karakura. Ico ni co gisabwa ku amajambo atondekanye kuri 9:1." (France 2002: 345)

Intumwa Petero afatira ibi ku Gukayangana. Muri **2 Pet 1:16-18** afatira ku "bushobozi" n' "ukuzoza" kw'Umwami, havuga ku "musozi wera" aho ugukayangana kwabereye, maze agasubiramwo ijwi bumvise rivuye mw'ijuru: *"[16] Kuko tutakurikiye imigani yaremwe n'akenge, hamwe twabamenyesha ubushobozi bw'Umwami wacu Yesu Kristo no kuzoza kwiwe; ariko ni uko twiboneye n'amaso icubahiro ciwe gihambaye. [17] Kuko yahawe n'Imana Data wa twese ishimwe n'ubwiza, ah'ijwi rivuzwe n'ubwiza bukomeye cane ryamushikako, rikavuga ngo, 'Nguyu Umwana wanje nkunda akampimbara,' [18] Iryo jwi twaryumvise rivuye mw'ijuru, aho twari kumwe na we kuri wa Musozi wera."* **Umurongo wa 1** ufatanya ivyo Yesu yari ahejeje kuvuga muri **Mariko 8:38** (*"Aho azozira afise ubwiza bwa Se, azananye n'abamarayika bera"*) kandi n'ibigira bikurikire ako kanya nyene (Ugukayangana). Bishoboka rero ko Mariko yatahuye Ugukayangana nk'aho ari inyitangizo y'ukuzuka kwa Kristo, kuduga mw'ijuru, Pentikoti, n'ukuzogaruka kwiwe vyagaragaye kuri uwo Musozi (kandi kuzogaragaraza) ubwiza bwiwe, ubushobozi, n'ubwami kuri bose.

2. <u>**Imirongo 2-8—**Ugukayangana</u>

Ugukayangana n'ukwera kw'impuzu za Kristo vyerekana ukwera kwiwe, ukugororoka n'ukugene ijuru rimeze (raba **Dan 7:9; Ivyah 19:8**). Igicu ata nkeke ni igicu c'ubwiza bw'Uhoraho (raba **Kuv 24:16; 40:38**). Hariho ibisa vyabaye ku Gukayangana no ku Mubatizo wa Yesu. Igihe Yesu yabatizwa n'igihe yakayangana Data yabuye ivyavuzwe muri muri **Zab 2:7** maze aca aratangaza ati, *"Uyu ni Umwana wanje nkunda"* (**Mat 3:17; 17:5; Mariko 1:11; 9:7; Luka 3:22; 9:35**). Hose haba ku Mubatizo no ku Gukayangana harabayeho urufatangane rwa Yes una Eliya (Yohana Umubatizi ku mubatizo; raba aho hepfo ukugene ashushanywa na Eliya). Nubwo Mariko avuga yuko Mose na Eliya ariho bari bari kandi ko *"bariko baravugana na Yesu"* (**umurongo 4**), ntiyatubariye ivyo bariko baravugana ko canke bariko baraganirako. **Luka 9:31** atubarira yuko bariko *"baravugana ivyo kuzotambura kwiwe yagira anonosorere i Yerusalemu."* Mu buryo budasanzwe, Ijambo ry'Ikigiriki ryahinduwe nk' "ugutambura" ni "ukuvayo." Ukugene Petero yavyifashemwo vyerekana

Copyright © by Jonathan Menn 2021. All rights reserved.

yuko atigeze atahura na gato Yesu uwo ari we ko azotegerezwa kubabazwa n'ugupfa. Mukuvuga ati, *"Nuko duce insago zitatu, rumwe rwawe, urundi rwa Mose, urundi rwa Eliya"* (**umurongo 5**), Petero ahubwo yariko arashira Yesu ku rugero rumwe na Mose na Eliya kandi ko yagomba kwongereza umubonano wabo n'ukuganira n'abantu. Ugukamangana gihutihuti kwa Mose na Eliya n'ivyo Imana yavuze, *"Nguyu Umwana wanje nkunda ni mumwumve"* (**umurongo 7**) urerekana neza ko Yesu ari urusengero nyakuri kandi rwonyene rw'Imana kandi ko igikorwa ca Mesiya giharurwa ko gitandukanye n'ivyo Petero yizera.

3. **<u>Imirongo 9-13—</u>**<u>Kumanuka bava ku Musozi</u>

**Imirongo 9-10** yerekana ko abigishwa batari bwatahure ko Yesu azokwicwa kandi akazuka mu bapfuye, nubwo yari yarabibabariye "abifoboye" kuri **8:31-32**. Nk'Abayuda, abigishwa bategerezwa kuba bazi iciyumviro c'ukuzuka, ariko ukuzuka muri rusangi ku muhero w'isi (raba Y**ohana 11:24**); iciyumviro c'uko umuntu umwe rudende ashobora uzuka akazukira ubugingo budashira muri kahise canke muri kazoza cari ica mbere kandi cari kirengeye ugutahura kwabo.

Ukuboneka kwa Eliya mu buryo bw'iyerekwa ku musozi wo gukayangana kwatumye abigishwa babaza iki kibazo, "Mbega  Eliya ntakwiye kubanza kuza mu buryo bugaragara bwo mu mubiri kugira ngo yinjize igihe ca Mesiya?" Yesu aremezanya n'ivyo, kandi mu nyishu yiwe kuri ico kibazo, Yesu agereranya Eliya ko ari we Yohana Umubatizi. **Yes 40:3-11** na **Mal 3:1** havuga yuko Umwami azotuma integuza yiwe, intumwa yiwe imbere yuko Umwami aza mu bantu biwe no mu rusengero rwiwe. Zakariya (se wa Yohana Umubatizi) aremeza ivyo mu kuvuga yuko Imana *"iduhagurukirije ihembe ry'agakiza, mu nzu ya Dawidi umusavyi wayo"* (**Luka 1:69**, afatiye kuri Yesu). Mu nyuma muri **Luka 1:76** asubiramwo ivyavuzwe muri **Mal 3:1** afatiye kuri Yohana Umubatizi (*"Kandi nawe, mwana, uzokwitwa umuntu avugishwa n'Isumba vyose, kuko uzokwitangira imbere y'Umwami Imana gutegura inzira yiwe"*). Yohana Umubatizi ubwiwe yabuye ivyavuzwe muri **Yes 40:3-5 no muri Mal 3:1** imbere yuko Yesu abatizwa (**Mat 3:3; Mariko 1:2-3; Luka 3:4-6; Yohana 1:23**). Yesu aremeza koyohana Umubatizi yari *"intumwa"* yavuzwe mu buhanuzi bwa **Mal 3:1** (raba **Mat 11:7-10; Luka 7:24-27**).[45] Ni co gituma, Yohana Umubatizi na Yesu bashikije ubuhanuzi buvugwa muri **Yes 40:3-11 n**a **Mal 3:1**. Integuza izoza imbere y'Uhoraho iravugwa neza muri **Mal 4:5**, havuga yuko Imana izorungika *"Eliya uwavugishwa n'Imana."* Yohana Umubatizi avugwa akerekanwa nk'aho afise impwemu ya Eliya yo gutegura abantu abategurira ukuzoza kw'Uhoraho (**Mat 11:14; 17:10-13; Mariko 9:11-13; Luka 1:13-17, 76**). **Mat 17:13** havuga yuko *"buno abigishwa batahura ko yababwiye Yohana Umubatizi."*

Ivyo Yesu yavuze ku murongo wa **12**, *"Eliya abanza kuza koko, akaroranya vyose neza" vyasigura yuko* "ikiringo kirekire cari citezwe co 'kuroranya vyose neza' cari gishitse kandi cariko kirama imbuto—ariko mu buryo batari bavyitezemwo vyaciye mu 'kubabazwa' kw'Umwana w'Umuntu" (Walker 1996: 43). Kubera abigishwa batari bwatahura kamere k'ukubabazwa k'Ubumesiya bwiwe, Yesu yategerezwa kwongera gushimangira ukubabazwa kwiwe, *"Ariko vyanditswe bite ku Mwana w'Umuntu yukw azobabazwa vyinshi, agatiturwa?"* (umurongo wa **12**). Nubwo abigishwa batahuye yuko Yohana Umubtizi yari we Eliya yategerewa kuzoza, ntibigeze batahura yuko "ukuza kwa Yohana kwari integuza y'ukuza kwa Mesiya, ni co gituma ukwankwa kwa Yohana kwari integuza y'ukuzokwankwa kwa Mesiya: kandi bose kwari ugushitswa kw'ivyanditswe" (Cole 1989: 213).

## <u>IBIBAZO VY'UGUHANAHANAKO IVYIYUMVIRO</u>

1. Ijambo "gukayangana" (Kigiriki = *metamorphoō*) ku murongo wa **2** (hamwe no mu kindi gisomwa kibangabanganye n'iki co muri **Mat 17:2**) ni *iryo jambo nyene* ryasobanuwe nko "guhinduka" (canke "kugira umutima musha") mu ba **Rom 12:2** no muri **2 Kor 3:18**. Aha ni ho hantu *honyene* mw'Isezerano Risha iri jambo ryakoreshejwe. None ibi bitubarira iki kuvyerekeranye n'ubugingo bwacu muri Kristo?

- Ni insiguro iyihe yuko benshi muri twebwe badashobora kubona uguhinduka kugaragara muri twebwe (ivyiyumviro vyacu, inyifato yacu, amajambo yacu, n'ibikorwa vyacu)?

2. Wibaza iki ku kuboneka kwa Mose na Eliya bari kumwe na Yesu kuri wa Musozi? Wibaza iki kw'ijwi ryavuye mw'ijuru?

3. Raba neza Yesu ariko aravuga ku kamaro k'imibabaro n'amarushwa n'urupfu (imirongo ya **12-13**) ako kanya nyene bikurikiranye kandi nk'ikintu gisa n'ikinyuranije n'ubwiza bw'ugukayangana kwiwe nka Kristo, nk'uko

[45] Yesu ubwiwe ni *"Intumwa y'Isezerano"* yafatiweko mu gace ka nyuma ko muri **Mal 3:1**.

Copyright © by Jonathan Menn 2021. All rights reserved.

yabikoze ako kanya nyene inyuma yuko Petero ahejeje kwatura avuga ko Umwana w'Umuntu ari Kristo (**8:29-35**). Insiguro y'ivyo ni iyihe?

- Bishoboka gute (nimba bishoboka na gato) ko ishusho y'imibabaro n'amarushwa ya Mesiya biha iforoma imbono yawe ku bijanye n'ico ari co ubugingo Rukristo?

4. Mu nkuru ya Marita na Mariya (**Luka 10:38-42**) "kwicara ku birenge vya Yesu kwa Mariya" kenshi guharurwa ko ari ikintu ciza, ariko igikorwa ca Marita giharurwa ko ari ugutakaza umwanya. Muri iki gisomwa, ku rundi ruhande, Petero yerekana icipfuzo co kugumana na Yesu ku Musozi; ariko, si uko ivyo bitabaye gusa, yamara icipfuzo ca Petero nticemewe na co nyene, haba n'ijwi ryavuye mw'ijuru canke ngo cemerwe na Yesu ubwiwe. Shira ibi bisomwa bibiri hamwe hanyuma ukuremwo insiguro ifatira kuri ivyo bintu bibiri vyabaye maze werekana ibikorwa bidasanzwe vy'izo nyigisho zose n'igikorwa.

<u>**9:14-29:**</u> ***[14] Bariko barashikira abigishwa, babona ishengero ryinshi ribajiguje, n'abanyabwenge b'ivyanditswe baharira na bo. [15] Uwo mwanya ishengero ryose rimurabutswe riratangara rwose, barirukanga baramusanganira, baramuramutsa. [16] Arababaza ati, "Mwariko murabahaririza ibiki?" [17] Umwe muri iryo shengero aramwishura, ati Mwigisha, nari nakuzaniye umwana wanje, yinjiwemwo n'impwemu y'ikiragi. [18] Aho imufatiye hose, imutura hasi, akabimba ifuro, akazyegenya amenyo, akagenda ashira umunywera; mbarira abigishwa bawe ngo bayisende, irabananira." [19] Arabishura ati, "Yemwe ab'iki gihe mutizera, nzogeza ryari kubana namwe? Nzogeza ryari kubihanganira? Ni mumunzanire." [20] Baramuzana. Iyo mpwemu imubonye ica iramujegeza cane, aratemba, arigaragura, abimba ifuro. [21] Yesu abaza se, at' Amaze igihe kingana iki bimutera birtyo?" aramwishura ati Uhereye mu bwana bwiwe. [22] Kenshi cane imuta mu muriro, no mu mazi ngo imwice. Ariko namba hari ico woshobora, tugirire akagongwe udutabare." [23] Yesu aramwishura, at' Uvuze uti Namba wobishobora?'! Erega vyose bishobokera uwizeye." [24] Se w'uwo mwana aca aturika cane, ati Ndizeye, fasha ukutizera kwanje.!" [25] Yesu abonye abantu barwirirana biruka, akankamira iyo mpwemu ihumanye, ati Yewe mpwemu y'ikiragi kandi y'igipfamatwi, ubwanje ndakubariye muvemwo, ntukamugarekemwo ukundi." [26] Irataka, iramujegeza cane, imuvamwo, amera nk'uwuhwereye, bituma abenshi bavuga bati Arahwereye." [27] Yesu amufata ukuboko, aramuvyura, arahagarara. [28] Yinjiye mu nzu, abigishwa biwe bamubaza biherereye, bati Tweho mbega ko vyatunaniye kuyisenda?" [29] Arabishura ati, Ben'irya ntikurwaho n'ikindi atari ugusenga no kwisonzesha."***

<u>**Imirongo 14-29—**Yesu akiza umuhungu arwaye intandara</u>

Nk'uko vyinshi mu bikorwa vyiwe vyari biri, ugusenda uwo mudayimoni no gukiza uwo muhungu ni umugani waciwe ariko mu buryo bugaragara ku biba ku muntu mu vyo acamwo (ibiba kuri twebwe): uwo muhungu "kuva akiri muto" yari yiziziwe n'ububasha (kuri twebwe na ho, twiziziwe n'icaha) nta co ashobora kubikorako kugira ngo bihinduke; abanyamadini badashobora kumufasha kandi bagaharira hagati yabo; abavyitegerereza kure, abarorerezi b'abanyamakenga; hamwe n'ukurengerwa n'uguhagarika umutima k'uwakunda uwo mwana. Inyuma y'ikibazo ca Yesu n'inyishu yaronse ku **mirongo ya 16-19** ni ngirakamaro ku bijanye n'ihame ryo mu vy'impwemu: "Ubwa mbere, abadashoboye, abafise ubukene bategerezwa kwatura ko ata co bishoboje, kandi bagashikanwa ahantu bashobora kubona ububasha bwa Yesu ko bushobora gutorera umuti ico kibazo cabo, ubwo bukene bwabo" (Cole 1989: 214).

Umurongo wa 19 werekana ukwihangana gukomeye kwa Yesu (*"Yemwe ab'iki gihe mutizera, nzogeza ryari kubana namwe? Nzogeza ryari kubihanganira?"*) n'impuhwe n'akagongwe kadasanzwe (*"Ni mumunzanire"*). Ico se w'uwo mwana yavuze ku **murongo wa 22,** *"Ariko namba hari ico woshobora, tugirire akagongwe udutabare"* ni ikintu gitangaje kinyuranye n'ico umunyamibembe yavuze kuri **1:40**, *"Ati Ukunze woshobora kumpumanura."* Uwo munyamibembe ntiyakekeranije ububasha bwa Yesu ko bwoshobora kumuhumanura, kumukiza ariko yariko arashira ikibazo ku mpuhwe ziwe, ku kigongwe ciwe no ku Mbabazi ziwe; Se w'uyu mwana ngaha ntiyakekeranije impuhwe n'ikigongwe ca Yesu ario yariko arashira kabaza ku bubasha bwiwe bw'uko yoshobora gukora ivyo. Ikibazo ca Yesu kuri uwo mugabo ko yategerezwa kugira ukwizera muri we catumye uwo mugabo avuga ibintu bikomeye cane vy'ugutera intege abenshi muri twebwe, rimwe na rimwe, twerekanye na twebwe nyene: *"Ndizeye, fasha ukutizera kwanje!"*

Ku **mirongo ya 28-29**, igihe abigishwa babaza Yesu igituma vyabataye ku w'amazi mu kudashobora gusenda iyo dayimoni, Matayo yariko araraba ku kwizera kwabo: *"Arabishura ati ni ukwizera kwanyu guke. Ndababwire ukuri: namba mufise ukwizera kungana n'akabuto ka sinapi, mwobwira kino gisozi, muti Imuka aha, uje harya, kandi cokwimuka, kandi nta kitazobashobokera."* (**Mat 17:20**) Muri Mariko, Yesu ashingira cane ku kudasenga kwabo: *"Arabishura ati, Ben'irya ntikurwaho n'ikindi atari ugusenga no kwisonzesha'"*

Copyright © by Jonathan Menn 2021. All rights reserved.

(**umurongo 29**).[46] Ivyo vyiyumviro bibiri biruzuzanya.

Ivyo Yesu yavuze muri Matayo n'ivyo yavuze muri **Mariko 9:23** (*"Vyose bishobokera uwizera"*) bishobora gushikana abantu ku kwizera kutari kwo kuvuga ngo "kivuge kandi uce ugicakira" canke ku kwizera kuvugwa mu "butumwa bwo kuroranirwa", kandi ukwo kwizera guca kumera nka maji canke "ububasha" mu kintu kanaka canke muri bwo ubwabwo. Ico si co ciyumviro ca Bibiliya na gatoya. Ahubwo ikinyuranye n'ivyo, "Bibiliya yigisha yuko ukwizera ari ukumenya udakekeranya n'ukwizigira ikintu canke kwiringira, gushira ivvyizigiro mu muntu canke ikintu kanaka. Aho kuba ikintu co gukoresha ku nguvu, ukwizera kwo muri Bibiliya kugizwe n'ukuruhuka canke gutuza. Agaciro k'ukwizera kabonekera inyuma ntikabonekera imbere. Akamaro canke insiguro y'ukwizera ibonekera mu co ukwo kwizera gushingiyeko, ahanini, Imana." (Sarles 1986: 348) Mw'Isezerano Rishasha, ururimi rw'ukwizera rukoreshwa "hose mu kumenya udakekeranya yuko ububasha bwa Yesu buhambaye kandi ukagira inyifato nziza ijanye n'ukwizera ubutumwa bwiza ubwo yaje gutangaza, no kuvuga. . . . Ni ukwishikana n'ukwemera ubugingo buhindutse, intango y'imigenderanire mishasha n'Imana. . . . Ico umuntu yizeye gishobora kuba ari umuntu Yesu wenyene." (France 1992: 223-25) Mu buryo nk'ubwo, amasengesho yacu akomoka mu bugingo bwejejwe bw'uguharira no kugirira ikigongwe n'imbabazi abandi (**Mariko 11:25-26**). Ico dushingiyeko canke duhekeyeko mu gusenga ntigitegerezwa kuba ico kwikunda no kwikwegerako (**Yak 4:3**) kandi gitegerezwa kuba kijanye n'ubugombe bw'Imana, si ubugombe bwacu (**Mariko 14:36; 1 Yohana 5:14-15**).

Bishoboka yuko, kubera abigishwa mbere yaho bari bahawe ububasha bwo gusenda abadayimoni (**6:7**), ukwizera kwabo "kwari kwahindutse kuva ku kwizera Imana kuja ku kwizera mu vyo bariko barakwirikira. Bibaza yuko nimba uvuze amajambo akwiriye meza agororotse, kandi ugakwirikiza imigenzo ikwiriye, ko iyo dayimoni itegerezwa guca imuvamwo. Batarinze no kubibona, bari bimuriye ukwizera kwabo kwahera ku kwizigira no gushira amanga mu Mana ishobora gukora, bagushira mu kintu canke amajambo bibaza ko ari yo akora. Iki ni co kenshi dukora. Dushika ahantu twibaza yuko ari amajambo tuvuga, canke uburyo tuyavuga, canke ibiriko biraba mu bugingo bwacu ko ari vyo bituma ibintu biba, aho kwiyumvira ko Imana ari yo ikora. Yesu ntiyabibashimiye, ab abarira ko bakwiriye kwizera Imana, canke ko ukwizera kwabo gutegerezwa kuba kuri mu Mana ubwayo, ni ukwizera kw'ukuri kandi gufise akamaro." (Stedman 2021a: n.p.) Walter Wessel na we abivuga gurtya, "Mu buryo bugaragara bari babifashe ko ari ibisanzwe kuko bari bahawe ububasha canke bari bashitse ahantu bizera, bibaza yuko ivyo bikomoka muri bo canke bikomoka kuri bo. kubw'ivyo ntibari bacizigiye Imana mu gusenga kandi ntibari bagisenga Imana kugira ngo ibe ari yo ibikora, kandi ukudashobora kwabo kwirukana no gusena iyo dayimoni ni kwo kwerekanye ko badasenga." (Wessel 1984: 704)

## IBIBAZO VY'UGUHANAHANAKO IVYIYUMVIRO

1. Fata iki gisomwa nk'aho ari "umugani waciwe ariko ushirwa mu bikorwa." None uwo mugani ni umugani w'iki? Erekana abantu bakuru bagize uwo "mugani" n'ico ibiwugize bisigura.

2. Raba neza Yesu ntiyashotse akiza uwo mwana ako kanya nyene, ariko yabanje kuganira na se w'uwo mwana mbere n'ubwo iyo dayimoni yabandanya imugirira nabi, akitembagaza hasi, akabira ifuro mu kanwa. Wibaza ko ari kubera iki Yesu yakoze gurtyo? Mbega ivyo hari ivyigwa twoshobora kubikuramwo?

3. Ku **murongo wa 29** Yesu yavuze ati *"Ben'irya ntikurwaho n'ikindi atari ugusenga [hariho ibindi bisomwa vyongerako no "kwisonzesha"]."* Yesu ntiyigeze asenga canke ngo yisonzeshe kugira ngo asende iyo dayimoni. None ibi bitubwira iki ku gusenga nyakuri no ku ntumbero y'ugusenga no kwisonzesha?

***<u>9:30-50:</u>*** ***30 Bavayo, baca i Galilaya, agomba ko hatogira ubimenya 31 kuko yigisha abigishwa, biwe at'Umwana w'Umuntu azoshirwa mu maboko y'abantu, bazomwica, hashize imisi itatu bamwishe, azozuka." 32 Ariko bayoberwa iryo jambo, batinya kurimubaza.***

***33 Bashika i Kaperinawumu. Yinjiye mu nzu arababaza, ati "Mwaharira ibiki mu nzira??" 34 Barihorera, kuko mu nzira baharira umukuru wabo uwo ari we. 35 Aricara, ahamagara bamwe cumi na babiri, arababwira ati, Umuntu ni yagomba kuba uw'imbere, ni abe inyuma ya bose, ni abe n'umukozi wa bose." 36 Yabira akana, agahagarika hagati yabo; arakarera, arababwira ati, 37 "Uzokwakira umwe mu twana nk'aka mw'izina ryanje, azoba anyakiriye; kandi unyakira, si jewe yakira, ariko yakira uwantumye."***

***38 Yohana aramubwira ati, "Mwigisha, twabonye umuntu asenda abadayimoni mw'izina ryawe, turamubuza, kuko atadukurikira." 39 Yesu aramwishura ati, ntimumubuze, kukw ata muntu azokora***

46 Ahantu hatari hake hongerako aya majambo *"no kwisonzesha."*

Copyright © by Jonathan Menn 2021. All rights reserved.

***igitangaza mw'izina ryanje, azoshobora guca amvuga nabi.* [40] *Kukw atari umwansi wacu ari mu ruhande rwacu.* [41] *Umuntu wese azobaha n'urwato rw'amazi kuko muri mw'izina rya Kristo, ndababwire ukuri, ntazobura impera yiwe.***

[42] ***"Kandi uzotsitaza n'umwe muri abo bato banyizera, iciza ni uko yohambiririrwa urusyo ruremereye kw'izosi, agatererwa mu kiyaga.* [43] *Ukuboko kwawe ni kwagutsitaza, uguce igikonjo, vyokubera vyiza kwinjira mu bugingo ucitse igikonjo, hako uja muri Gehinomu mu muriro utazima, ufise amaboko yompi: (aho inyo zabo zidapfa, kandi n'umuriro utazima).* [45] *N'ikirenge cawe ni cagutsitaza, ugice, vyokubera vyiza kwinjira mu bugingo ucitse ikirenge, hak'utererwa muri Gehinomu ufise ibirenge vyompi. (aho inyo zabo zidapfa, kandi n'umuriro utazima).* [47] *N'ijisho ryawe ni ryagutsitaza, urinogore, vyokubera vyiza kwinjira mu bwami bw'Imana upfuye ijisho, hak'utererwa muri Gehinomu ufise amaso yompi;* [48] *(aho inyo zabo zidapfa, kandi n'umuriro utazima).'* [49] *Kandi umuntu wese azoryoshwa n'umuriro, nk'uko umunyu uryosha.* [50] *Umunyu ni mwiza, ariko umunyu woshira uburyohe, mwoba mukiwuryohesha iki? Mugire umunyu mu mitima yanyu, kandi mubane amahoro."***

**Imirongo 30-50—**Yesu yigisha ku rupfu rwiwe, ukuzuka kwiwe, n'ukuba umwigishwa wiwe

Nkuko yaja yabikoze kuri **8:31-38**, Yesu afatanya ubugingo bw'abo bazoba abigishwa biwe n'ubugi go bwiwe bwite bw'imibabaro n'urupfu. Iki kigabane vyongeye cuzuyemwo agakekezo kandi kikagaragaza ukudatahura kw'abigishwa.

1. **Imirongo 30-32—**Yesu avuga ku ryupfu rwiwe n'ukuzuka kwiwe bitaraba

**Umurongo 30** utangurira urugendo rwa nyuma ruva i Galilaya rwerekeza i Yerusalemu. Ubu ni ubugira gatatu (**8:31; 9:9** [kuri Petero, Yakobo, na Yohana]; hamwe na **9:31**) igihe Yesu abwira abigishwa biwe ku kubabazwa kwiwe kwari kugiye kuza, urupfu rwiwe n'ukuzuka kwiwe. Yesu mu *"gushirwa mu minwe y'abantu"* hafatira ku Mana Data imutanga, ntihafatira kuri Yuda amugura (raba **Yes 53:10; Rom 4:25; 8:32**). Vyongeye, ntibatahura ico afatiyeko c'ukuzuka kwiwe.

2. **Imirongo 33-37—**Ni nde aruta bose mu bwami

**Imirongo 33-34** yerekana agakekezo ka mbere: Yesu yari ahejeje kubabarira (ubugira kandi) yuko azobabazwa, akankwa, kandi akicwa (**umurongo 31**), kandi *"baraharira umukuru wabo uwo ari we"* (**umurongo 34**). Ibihari vyabo ntivyari binyuranye gusa n'ivyo Yesu yavuga (ari we wenyene "mukuru") hamwe n'igikorwa ca Mesiya (kubabazwa, gupfa, hamwe *"gutanga ubugingo bwiwe kw'incungu ya benshi,"* **Mariko 10:45**), vyongeye binyuranije n'ivyo Yesu yaja yarababariye kuri **8:34**, *"Umuntu ni yagomba kunkurikira, ni yiyanke, yikorere umusaraba wiwe, ankurikire."* Ni agakekezo vyongeye kubera yuko abaigishwa bari bahejeje kwerekana ko batabishoboye, ko vyabananiye gusenda dayimoni muri uwo muhungu kuri **9:18, 28**, kandi ubu na ho bagaragaje ukudatahura n'ubwoba (**umurongo 32**), yamara baguma baharira k'uwuri umukuru muri bo!

Ivyo Yesu yavuze kuri bamwe cumi na babiri ku **murongo wa 35**, *"Umuntu ni yagomba kuba uw'imbere, ni abe inyuma ya bose, ni abe n'umukozi wa bose,"* yariko arabwira (na twe ni uko) ingene dushobora kuba bakuru mu nyonga z'Imana. Impamvu ni uko, mu gukora gurtyo, abigishwa (co kimwe na twe) bazoba bameze, bigana Yesu ubwiwe, *"ataje gukorerwa ariko yaje gukorera abandi"* (**Mariko 10:45**). Ubuzima bwo gukorera abandi busaba uguca bugufi mu buzima, nk'uko vyari binyuranye n'ukugene abigishwa bari bafise ukwishima n'ubwirasi no kurondera ibiti n'ivyubahiro binini. "Ukwo guca bugufi, ari na ryo tegeko ry'urufatiro mu bwami, risaba ko duhindura ivyo twahora duha agaciro, uguhinduka Imana umusi umwe izodusaba (10:31)" (Cole 1989: 221).

Uguhamagara akana akakarera (**umurongo 36**) bwari uburyo bw'uwundi mugani yari yerekanye, canke aciye. Ivyo yavuze ku **murongo wa 37**, *"Uzokwakira umwe mu twana nk'aka mw'izina ryanje, azoba anyakiriye; kandi unyakira, si jewe yakira, ariko yakira uwantumye,"* hashiraho ugusa n'uguca bugufi n'umwana muto mu buryo buyoberanye, kubera avuga yuko ubukuru nyakuri bisigura kwicisha bugufi no gukorea no kwitwararika abantu "ataco bamaze" nk'abana bato. Igisomwa kibangabanganye n'ico co muri **Mat 18:2-4** gishiraho ugusa kw'uwo mwana n'uguca bugufi mu buryo bufoboye: *"[2] Ahamagara akana, agahagarika hagati yabo, [3] arababwira, atiNdababwire ukuriNi mutirimbura ngo mucike nk'abana bato, ntimuzoruha mwinjira mu bwami bwo mw'ijuru. [4] Nuko uzokwicisha bugufi nk'aka kana ni we mukuru mu bwami bwo mw'ijuru."* Hashobora kuba hariho impamvu zatumye Yesu ahagarika ako kana hagati muri bo; zibiri muri izo mpamvu ziragaragara:

- Si ukuvuga ko abana ari "inzirakarengane" (si ko biri barakora amakosa). Ahubwo, ni bo bantu umuntu yoharurako kuko bobo bashobora kwishura ivyo bagiriwe. Umutekano wabo uvana n'imigenderanire

Copyright © by Jonathan Menn 2021. All rights reserved.

hamwe n'ukwizigira abavyeyi babo, abo biringira, bizera muri vyose kugira ngo babeho. Kristo yise abigishwa biwe "bana" (**Mariko 10:24**). Abigishwa (co kimwe na twebwe) barakeneye kumenya ko vyose biva ku Mana muri Kristo, kuko nk'uko Yesu yavuze muri **Yohana 15:5**, *"kuko ata co mushobora gukora mutamfise."* Yamara, muri Kristo—biciye mu buntu bwiwe n'ububasha bwiwe—*"Nshobozwa vyose n'umpa inkomezi"* (**Flp 4:13**). Igituma ni uko *"Imana ari yo ikorera mu mitima yanyu, ikabaha gukunda no gukora ibiyihimbara"* (**Flp 2:13**; raba kandi **Gal 2:20**).

- Impamvu ya kabiri ni, "Kristo ariko arigisha abigishwa biwe iciyumviro c'inkoramutima n'akarangamutima. Uwo mwana akwiye guhabwa agaciro kanini kubera ico ari co mu nyonga z'Imana, ni uwo agaciro kubera ari igikorwa Imana yikoreye ubwayo kandi ko ari mw'ishusho yayo. Ako gaciro k'uyo mwana nta co gasa gasana n'ico ashobora kuvamwo, ico ashobora gukora, canke ico ashobora guterera, ariko kagizwe n'ico ari co mu nyonga z'Imana. Igihe conyene dutahuye agaciro kacu k'urufatiro, ko turi ab'ikimazi, ko twemewe, kandi ko dukunditse imbere y'Imana Data wa twese ari mw'ijuru ni ho dushobora kuba abidegemvya ntidutwarwe n'uruhendo rw'ibiyagayaga vyo muri iyi si bivane n'ivyo dushobora kwimbura hamwe n'ivyo dushobora gukora no gushikako. Ico gihe conyene ni ho dushobora kwidegemvya mu gukoreranira duhagaze muri izo nkomezi mu Mana." (Mills 1986: 182-83)

3. **<u>Imirongo 38-50—</u>**<u>akamere k'ukuba umwigishwa</u>

Iki gice gitangurana n'akandi gakekezo: abigishwa bari bahejeje kubarirwa "*kuba umushumba wa bose"* no "kwakira umwana muto mw'izina ryanje," ariko bashaka kubuza umuntu gusenda abadayimoni mw'izina rya Yesu (aho bo ubwabo vyari bihejeje kubata ku w'amazi)! Ku mirongo ya **39-40**, Yesu ariko aravuga mu buryo bugaragara. Ikibazo co ku **murongo wa 40** (*"Kukw atari umwansi wacu ari mu ruhande rwacu"*) hatandukanye n'ikibazo co muri **Mat 12:30** (*"Utampererereyeko ni umwansi wanje"*). Muri Matayo, ikibazo cari umuntu Yesu kandi yarimwo dayimoni canke atarimwo dayimoni; ngaha, ikibazo ni imigenderanire yacu dufitaniye n'abandi bakurikira Yesu. Ivyo Yesu yavuze n'ukugabisha abantu ku **mirongo ya 40-42** bikwiriye kwumvikana bikumvirizwa kandi bigakwirikizwa n'abantu b'Abakristo kandi bigakwirikizwa n'ishengero ryose n'amadini yose, menshi muri yo ntazogira imigenderanire canke ngo akorane n'abizera canke amashengero atandukanye mu madini yabo. Nk'uko Royce Gruenler abivuga, "ingaruka z'ukugabisha kwa Yes uku murongo wa 42 ni uko abigishwa, mu guhakana urya muntu yari yahaye Kristo aho aruhukira, bariko barakora igikorwa c'umwansi (nkuko Petero vyamugendekeye kuri 8:33 yahakanye imibabaro y'ukuba umushumba kwa Yesu) kandi bari mu kaga ko kumubuza ko gukora mw'izina rya yesu (kandi bakaba bacumuye). Iyi n'imvugo y'agakekezo, kubera abigishwa bariko barahona, barahera, nk'umuntu aterewe mu kiyaga yahambiriweko urusyo kw'izosi . . . Niyo babandanya mu vy'ukwikunda no kwigungirako vyerekeranye n'ubukuru hamwe n;'ivyo bazohabwa vy'inyungu aho gukorera abandi mw'izina rya Yesu (iciyumviro kibibumbira hamwe co kuri 9:33-42)." (Gruenler 1989: 785)

Ivyo Yesu yavuze mu **mirongo ya 43-48**[47] ku vyerekeye guca igikonjo canke ukuguru canke kunogora ijisho nimba bigutera gucumura ntibikwiriye gufatwa nk'aho bisigura ukwo nyene, ariko ni imvugo ndenzarugero mu gushimangira akamaro k'ukubaho ubugingo bw'ukuri bushingiye ku Bukristo kandi udatsitaza abandi ubatsitarishije ingendo n'ibikorwa vyawe bwite. Mu **mirongo ya 8:34-38** Yesu yari yavuze kukwiyanka, no kwikorera umusaraba kugira ngo umukurikire, kandi ko gutakaza ubugingo kubwa Kristo no kubw Ubutumwa Bwiza. Ku **mirongo ya 43-48** ariko arashimangia ivyo yari yavuze hariya ruguru, ariko ubu ni ho atariko aravuga ku bugingo bw'umuntu bwose, ariko ariko aravuga ku bice bigize umubiri! Ariko arakoresha urwo rurimi abantu bashobora kubona no kwumva ngaha kubera ibintu bigize ubwo bugingo: hariho ibintu bibiri gusa, kandi kimwe gikuraho ikindi, ahantu habiri h'ibihe bidashira habikiwe abantu bose: ni "ubugingo" canke na ho "umuriro," mu yandi majambo, "umuriro utazima."[48] Imvugo yo ku **murongo wa 48** ikomoka muri **Yes 66:24** havuga gurtya, *"Nuko bazosohoka baje kwitegereza imivyimba y'abangararije; kukw inyo zabo zitazopfa, kandi n'umuriro wabo ntuzimekandi bazotera abantu bose ishishi."* Kristo ariko aratubarira yuko ubugingo bwacu, ukugene tububayeho n'uko tubujana, hamwe n'imigenderanire dufitaniye na yo ni ivy'ingirakamaro cane kandi ni ivy'agaciro kanini. Ni co gituma, dutegerezwa igihe cose kwama twibuka ivyo kandi tukisuzuma tugasuzuma n'inyifato yacu, ivyo tuvuga n'ukugene twigenza kugira ngo tugume mu nzira ipfunganye, irembo ripfunganye rishikana mu bugingo.

**Umurongo 49** ufatanye n'**umurongo 48** hamwe n'**umurongo 50**, kubera yuko urimwo ivyiyumviro vyose vy'"umuriro"n' "umunyu." Muri iyi mirongo yose **33-50** Yesu yariko aravuga ku kugene dukwiriye kubaho nk'abigishwa biwe, kandi yarashimangiye ingaruka zihoraho kuri twebwe ku guhitamwo kwacu. Ni co

[47] **Imirongo 44** na **46**, isa n'ivyanditswe ku **murongo wa 48**, ntiri mu vyanditswe vyabonetse ubwa mbere.
[48] Ibi vyarahanahanyweko ivyiyumviro mw'ido n'ido muri Menn 2017: 20-24.

Copyright © by Jonathan Menn 2021. All rights reserved.

gituma **umurongo 49** ugaragara nk'aho ufise ico uvuga kuri kubu no kuri kazoza. Nk'uko hazobaho uguca amateka kwo muri kazoza aho ibikorwa vyacu vyose bizosuzumwa, bigapimwa, kandi bikavugutirwa n'itanure ry'umuriro ry'urubanza rwera rw'Imana (raba **1 Kor 3:13**), turashobora kwitega umuriro w'uguhamwa, amarushwa, n'imibabaro muri ubu bugingo, nk'inzira y'Imana yo kuduhingura mw'ishusho ya Kristo Yesu (raba **Rom 8:29**). Umurongo wa **50** ufatira ku kigereranyo c'umunyu kandi ukagikoresha ku bugingo bwacu muri iki gihe. Nk'uko umunyu wongerwa, washirwa, warungwa ku bimazi vyo mw'Isezerano rya Kera (raba **Lew 2:13**), na twe dukwiye *"kugira umunyu muri twebwe"* kubera yuko ubugingo bw'Abakristo bukwiriye kuba *"ikimazi kizima"* (**Rom 12:1**). Umunyu ukora nk'ikintu kibuza ibintu kubora; kubw'ivyo, ubugingo bw'umukristo n'ubw'ishengero butegerezwa kubuza ico kintu cose ciza kandi c'ukuri co mu kibano ko kibora ko cononekara. Kandi nk'uko umunyu utanga akanovera ni ko n'umukristo n'ishengero bashobora guha no kuba imponjo n'akanovera vy'ijuru. Ariko Kristo yaragabishije abigishwa biwe, *"Iyo umunyu ushize uburyohe, uba ukiryoheshwa n'iki?"* vyongeye ariko aratuburira, atugabisha nk'uko yabikoze ku **mirongo ya 42-48**, ko dukwiye kwiyubara no gusuzuma ingene tubaho ubugingo bwacu, kubera yuko bifise akamaro kanini kandi k'ibihe bidashira.

## <u>IBIBAZO VY'UGUHANAHANAKO IVYIYUMVIRO</u>

1. Mwibaza ko ari kubera iki Yesu yahisemwo gukoresha umwana nk'icirwa co kerekana ubukuru nyakuri mu bwami bw'Imana?

- **Umurongo 42** udushira imbere y'ibikorwa ivyahe mu migenderanire dufitaniye n'abantu b'intege nke kuturusha?

- Vyosigura iki kuri wewe kubaho nk'uko bivugwa mu **mirongo ya 35-37, 41-42** mu muryango wawe, mu gikorwa cawe, no mu micungararo ubamwo, mu kibano ubamwo?

2. Mbega ivyo Yesu yavuze ku **murongo wa 40** birafise aho vyokoreshwa mu bant uku giti cabo, canke mu mirwi y'Abakristo mutavuga rumwe canke mudakorana? Nimba biri uko, ni iyihe ngendo y'uguhindura (nimba iriho) uzogira mu migenderanire yawe n'abantu nkabo canke imirwi nk'iyo?

3. Ni ubuhe burorero bw'ukuboko kwawe, ukuguru kwawe, ijisho ryawe bituma utsira? Ivyo uvyifatamwo gute? Wari ukwiye kuvyifatamwo gute?

4. Mu bice vyinshi bitandukanye vyo muri Mariko, Yesu yari yatubwiye ico ukumukurikira bisaba mu kugene dufata abanda n'ukugene twifata (ugurorero, **7:6-23, 8:34-35, 9:35-50**). Shira mu mpfunyapfunyo ico ari co ugukurikira Yesu, uguhindura abantu abigishwa ba Yesu gisigura n'ico bisaba mu kugene dufata: (A) abandi, (B) natwe ubwacu. (Mu gutanga inyishu yawe ushobora kandi kwifashisha iyindi mirongo usanga mu bundi butumwa bwiza aho Yesu avuga ku kamere ko guhindura abandi abigishwa no kumukurikira.)

***<u>10:1-12:</u> 1 Arikora avayo, aja mu gihugu c'i Yudaya no hakurya ya Yorodani, ishengero ryongera gukoranira kuri we, yongera kubigisha nk'uk yamenyereye.. 2 Abafarisayo baza kuri we, baramugeza, bati Mbega biremerwa ko umuntu yirukana umugore wiwe?" 3 Na we atrababaza ati, Mose yabagereye iki??" 4 Baramwishura, bati "Mose yemeye ko handikwa icete co kuvavanura, akamwirukana." 5 Yesu arababwira, ati gukomantara kw'imitima yanyu ni kwo kamwandikishije ico cagezwe. 6 ariko uhereye kw'itanguriro ry'ukuremwa, Iman yabaremye bari uburyo bubiri..' 7 'Ni co gituma umuntu azosiga se na nyina, akabana n'umugore wiwe akaramata, 8 bompi bakaba umubiri umwe..' Bituma batakari babiri, ariko baba babaye umubiri umwe. 9 Nuko ic'Imana yamatanije umuntu ntaze akimature." 10 Yinjiye mu nzu abigishwa bongera kumubaza iryo jambo. 11 Arababwira, ati, Umuntu wese yirukana umugore wiwe, akabira uwundi, aba asambanye kandi amuhemukiye. 12 kandi na we ubwiwe ni yahukana n'umugabo wiwe, akabirwa n'uwundi, azoba asambanye."***

### <u>**Imirongo 1-12—**Yesu yigisha ku bijanye n'ukwahukana</u>

Mu kuva i Galilaya aja i Yudaya akajabuka no hakurya ya Yorodani, Yesu yari yinjiye mu ntara ya Herode Antipa na Herodiya. Rero biratangaje ko aho ari ho Abafarisayo bageragereje Yesu bamugeragereseheje ikibazo cerekeye ukwahukana, kuko ni Yohana Umubatizi yariko arigisha ahana Herode Antipa ko yahukanye akirukana umugore wiwe maze akarongora muramu we, umugore w'uwo bavukana vyatumye Yohana

Copyright © by Jonathan Menn 2021. All rights reserved.

ahagarikwa kandi mbere bikamuviramwo n'ugucibwa umutwe.

Mu buryo bw'agakekezo, Abafarisayo bari barajwe ishinga cane ni ikibazo c'itegeko ry'ubwizigirwa n'ukutaryarukana hagati y'umugabo n'umugore kurusha ubwizigirwa ubwabwo. Ibi ni agakakezo k'uburyo bubiri kubera yuko bariko baravugana n'Umukwe ubwiwe (**Mat 9:15; Mariko 2:19-20; Luka 5:34-35; Yohana 3:29; Ivyah 22:17**) ariko arahamagara Isirayeli kugira ngo bongeye babane, bubakane ukundi gushasha (**2 Kor 11:2; Ef 5:25-27; Ivyah 19:7**). Yamara, Abafarisayo bariko bararongorera abantu mu busambanyi bwo mu vy'impwemu mu kwanka Yesu, nk'uko abarongozi ba Isirayeli bari abaryarukanyi baryarutse Imana mu misi ya Hoseya (rba **Hoseya 2**). Royce Gruenler abivuga gurtya, "nk'uko Herode na Herodiya basanbanye mu buryo bw'umubiri hamwe no ku rwego rwo mu vy'impwemu maze bakica umubvugishwa n'Imana wenyene yari asigaye yashobora kubakiza, ni na ko Abafarisayo basambanye mu kwanka no kuva umukwe umwe rudende ashobora kubakiza, ari we Yesu Mesiya" (Gruenler 1989: 786).

**Imirongo 3-4** ifatiye ku **Gus 24:1-4**, yemerera umugabo kwirukana umugore wiwe iyo hari *"igiteye isoni yamubonyeko"* (**Gus 24:1**). Ikigize igiteye "isoni" catumye habaho ivyiyumviro vyinshi bitandukanye. Abagore bo muri Isirayeli ntibari bemerewe kwahukana n'abagabo babo, nubwo yashobora kuja kwitwara muri sentare kandi akamutegeka kumwirukana canke kwahukana na we kubnera impamvu zitandukanye (raba Lane 1974: 358n.19; Wessel 1984: 711).

Inyishu Yesu yahaye Abafarisayo n'insiguro yatanze yihererey e ayihaye abigishwa biwe itanga ibintu bibiri. Ubwa mbere, aca asubira ku ntango y'ibintu vyose, kera imbere yuko Mose abaho, mu gusubira mw'**Ita 1:27** no kuri **2:24**. Yerekanye yuko ukwahukana ukwo ari kwo kwose kuva mu gukomantara kw' *"imitima y'abantu"* (**umurongo 5**) kandi kunyuranije n'ubugombe bw'Imana, kubera Imana yaremye abantu ibarema n'umugabo n'umugore, ishinga ukwubakana, kandi yipfuza yuko abubakanye babana akaramata, bakaba umwe (*"umubiri umwe"*), kandi akipfuza yuko ukwo kwabirana guhoraho (**imirongo 6-9**). Yesu yari asubiye ku bugombe bw'Imana bwo gushingira no gushingirwa, kubera yuko ukwibakana ni ivy'impwemu. Ukwubakana—nk'ukw'Imana yabitegekanije kandi uko yipfuza ko biba—ni imigenderanire y'urukundo kandi no kuba umwe nk'uko n'ubutatu bweranda ari umwe. Ukuba umwe n'ukwera kw'ukwubakana vyongeye ni ikigereranyo c'imigenderanire ya Kristo n'umugeni wiwe, ari we shengero (**Ef 5:25-32**; raba kandi **Yohana 17:21**). Kubw'ivyo, Abakristo bategerezwa gutahura akamaro kadasanzwe n'insiguro y'Ukwubakana kwabo kandi bagakora ibishoboka vyose kugira ngo ukwo kwubakana kwabo kube ukw'umunezero, kubemwo umugisha, n'ukurwira Imana ibipfuriza. Ubwa kabiri, mu vyo yavuze vyerekeranye n'ukwahukana, Yesu yashize hejuru ukwubakana n'agaciro k'abagore.[49] Hisunzwe ivyagezwe vy'Abayuda, ukuryaruka umugabo kw'umugore bwari ubusambanyi, hamwe no kurenga ibigo; iyo umugabo yasambanye n'uwundi mugore w'uwundi mugabo, aba yasambanye n'uwo wundi mugabo, ariko "umugabo ntiyashobora gusambana n'umugore wiwe, nta makuru ivyo yaba yakoze vyose" (Wessel 1984: 712). Mu kuvuga, ati *"umuntu wese yirukana umugore wiwe akarongora uwundi aba asambanye kandi amuhemukiye"* (**umurongo 11**), Yesu yariko arashira umugabo musi y'itegeko rimwe n'iry'umugore, kandi akaba akujije agaciro k'abagore n'igihagararo cabo. Kandi mu kuvuga, ati *"umugore ni yahukana n'umugabo wiwe"* (**umurongo 12**), yariko arashira uburenganzira bw'abagore n'ubwo abagabo mu kuronka icete c'ukwahukana ku rugero rumwe, ivyo na vyo bikaba vyakuza abagore.

## IBIBAZO VY'UGUHANAHANAKO IVYIYUMVIRO

1. Muri **Mariko 2:19-20**, Yesu yivuga ko ubwiwe ko ari umukwe; na twe turi, umugeni wiwe. Mukuyemwo ivyigwa ki mu vy'impwemu canke insiguro y'ivyo Yesu yariko aravugako ku bijanye n'ukwubakana n'ukwahukana kuri twebwe nk'Abakristo? None ibi vyogira ingaruka ki (canke vyategerezwa kugira) ingaruka ki kuri twebwe mu buryo tubayeho ubuzima bwacu?

2. Wibaza ko Yesu yari kwishura iki iyo yari kuba yabajijwe ikibazo cerekeranye n'ukwahukana akibajijwe n'umuntu ata kintu yaba ahekeyeko, umuntu yaba ashaka kumenya mu vy'ukuri maze akisanga mu kaga no mu mutego w'imigenderanire mibi hagati yiwe n'uwo bubakanye?

---

[49] Rikk Watts yongera ko ibi bintu bikomeye bishobora kudufasha: "Ubwa mbere, nimba ivyo Yesu yatangaje ubwa nyuma (10:9) bifatwa nk'aho bisigura 'nta kwahukana' mu bihe ivyo ari vyo vyose, rero aba nta tandukanye na Mose gusa, ariko yoba atandukanye n'Imana na yo, iyo na yo ubwayo yategerejwe kwahukana na Isirayeli (mu yandi majambo, ubwami bwa ruguru) igihe kimwe (Yer. 3:8). Ko Yesu ata kintu na kimwe ku vyerekeye ku "kutabaho kw' ikosa" ry'ukwahukana ni vyo bitahurika neza kurushiriza nk'ukwemera kw'ivyafatiweko nk'uko vyavuzwe mu Kuv. 21:10-11 (ni co gituma Mat. 19:9 hemera ko ari ibidasaznwe kandi n'ivyo Paulo avuga muri 1 Kor. 7:10-16). Ariko ubugira kabiri, hisunzwe akarorero ka Yahweh, ukwahukana mbere muri ivyo bihe si itegeko, kandi gusubiza hamwe n'uguharirana ni vyo vyoba vyiza kurushiriza." (Watts 2007: 199)

Copyright © by Jonathan Menn 2021. All rights reserved.

**10:13-16:** ***[13] Maze bamuzanira abana bato, ngo abakoreko: abigishwa barabakankamira. [14] maze Yesu abibonye, araraka, arababarira, ati Nimureke abana bato baze aho ndi, ntimubabuze: kuko ubwami bw'Imana ari ubw'abameze batyo. [15] Ndababwire ukuri, utazokwakira ubwami bw'Imana nk'umwana muto, ntazobwinjiramwo na gatoya." [16] Arabarera, arabahezagira, abarambitseko ibiganza.***

**Imirongo 13-16—**Yesu ahezagira abana bato

Ku **murongo wa 9:37** Yesu yabwiye abigishwa biwe, ati *"Uzokwakira umwe mu twana nk'aka mw'izina ryanje, azoba anyakiriye, kandi umyakira, si jewe yakira, ariko yakira uwantumye."* Ubu rero igitangaje, abigishwa ntibari bwakuremwo n'ubu icirwa ariko bariko barakankamira abantu bariko barazanira Yesu abana ngo abahezagire! Rero, mu buryo bw'agakekezo, Yesu abwira abaigishwa biwe yuko *ba*tegerezwa kumera nk'umwana nimba bashaka kwinjira mu bwami bw'Imana **umurongo 14** ni wo wonyene muri Bibiliya uvuga ko Yesu "araka," ivyo na vyo bikaba ari ibigumbagumba bikomeye vy'ukwiyumva nabi kubera umuntu canke ikintu yarenganije canke yagiriye nabi uwundi. Aha arakishijwe, canke arakariye abigishwa biwe bwite kubera yuko, amajambo yabo n'ibikorwa vyabo, bafata nabi canke bafise imbono mbi ku vyerekeranye n'agaciro k'abana (raba ivyiyumviro vyahanahanyweko kuri **9:36-37**, aho hejuru), kandi bakaba abriko baraserukira nabi kamere k'ubwami, baserukira nabi canke berekana nabi ico bisaba kugira ngo umuntu yinjire mu bwami, kandi bakaba bariko baraserukira nabi Yesu ubwiwe n'ubutumwa bwiza.

Ibi, vyongeye, ni nk'umugani waciwe w'ubutumwa bwiza n'ubwami. Yesu mu gukikira abana mu maboko yiwe no mu kubahezagira (**umurongo 16**) vyerekana yuko ubwami ari ikintu umuntu aronka, atari ikintu umuntu akorera kugira ngo akironke. Igihe **umurongo 16** uvuga ngo *"arabahezagira,"* ijambo ry'Ikigiriki rikoresha (*kateulogei*) nta handi na hamwe iryo jambo ryakoreshejwe muri bibiliya yose mw'Isezerano Rishasha kandi ni ijambo rikomeye risigura "Arabahezagira bikomeye, kandi kenshi cane" (Swift 1970: 872). Ibi na vyo nyene vyerekana kamere ka Yesu, kamere k'Ubutumwa Bwiza, kamere k'Ubwami, na kamere k'urukundo rwa Kristo akunda abantu biwe.

**IBIBAZO VY'UGUHANAHANAKO IVYIYUMVIRO**

1. Bisigura iki *"kwakira ubwami bw'Imana nk'umwana muto"* (**umurongo 15**)? Ni ibiki bigize akanovera k'umwana muto Yesu yariko arashima?

2. None wewe umeze nk'umwana muto gute muri iki gisomwa?

- Umeze gute nk'abo bigishwa?
- Ni iki mu bugingo bwawe kikubuza kwakira ibigize ubwami bw'Imana vyose ubu?

**10:17-31:** ***[17] Agisohoka ngo akomeze urugendo, haza umuntu kuri we yirukanga, aramupfukamira, aramubaza, ati Mwigisha mwiza, nkore iki, ngo nze ndarwe ubugingo budashira?" [18] Yesu aramubaza, ati Unyitira iki mwiza? Nta mwiza, atari umwe, ni we Mana. [19] Ko uzi ivyagezwe, ngo ntukice, ntugasambane, ntukibe, ntukagirize abanda ibinyoma, ntukagunge, wubahe so na nyoko.'" [20] Aramubwira, ati Mwigisha, ivyo vyose naravyitondeye, mpereye mu buto bwanje." [21] Yesu amwitegereje aramukunda, aramubwira, ati Uhajije kimwe: genda, ushore ivyo utunze vyose, ugabire aboro, ni ho uzogira itunga mw'ijuru, uteko uze, unkurikire." [22] Yumvise iryo jambo arijirwa, agenda ababaye, kuko yari afise itunga ryinshi.***

***[23] Yesu yeraguza amaso, abwira abigishwa biwe, ati Erega biragoye ko aba vyinshi binjira mu bwami bw'Imana !" [24] Abigishwa batangazwa n'amajambo yiwe, [25] Yesu yongera kubabwira, ati Bana banje, erega biragoye ko abizigiye ubutunzi binjira mu bwami bw'Imana." [26] Icoroshe ni ingamiya guca mu zuru ry'urushinge biruta umutunzi ko yinjira mu bwami bw'Imana baratangara rwose bati, None rero ni nde ashobora gukizwa?" [27] Yesu arabitegereza, arababwira, ati Kubw'abantu ntigishoboka ariko ku Mana si uko, kuko vyose bishobokera Imana." [28] Maze Petero atangura kumubwira, ati Raba, twebwe twaretse vyose turagukurikira." [29] Yesu arababwira, ati Ndababwire ukuri, nta waretse inzu, canke bene nyina, canke bashiki biwe, canke nyina, canke se, canke abana, canke itongo, kubwanje no kubwo ubutumwa bwiza, [30] atazobishumbushwa ijana muri iki gihe ca none, amazu, na bene nyina, na bashiki biwe, na ba nyina, n'abana, n'itongo, bisukiranijwe no guhamwa, kandi mu gihe kizoza azohabwa ubugingo budashira. [31] Ariko benshi b'imbere bazoba ab'inyuma, kandi ab' inyuma bazoba ab'imbere."***

Copyright © by Jonathan Menn 2021. All rights reserved.

**Imirongo 17-31—**Yesu n'umusore w'umutunzi

Ku **mirongo ya 17-18** igihe uyo muntu yapfukamira Yesu maze akamwita "*Mwigisha Mwiza*," Yesu na we akamwishura, ati *"Unyitira iki mwiza? Nta mwiza, atari umwe, ni we Mana,"* ntiyariko arahakana ko ari Imana. Ahubwo, yariko aremeza ko yakomotse mw'ijuru ko ari Imana mu kubaza ikindi kibazo. Mu vy'ukuri, yariko arabwira uwo muntu ati, "Mbega urazi uwo muriko muravugana, urazi uwo uriko urabarira?" Nk'uko Victor Babajide Cole abivuga, "Yesu ntiyariko arahakana yuko ari 'mwiza'. Ahubwo, yariko arahimiriza uwo muntu kugira ngo abone ingaruka z'ukumubarira ko ari 'mwiza', mu yandi majambo ko ari Imana!" (Cole 2006: 1189)

Nk'uko Yesu yagenza ku bandi bantu bose bamuhangara, hariho agakekezo ngaha. Ubwa mbere, hariho ikibazo c'umuntu, *"Nkore iki ngo nze ndagwe ubugingo budashira?"* Ntu"ragwa" ikintu mu "gukora" ikindi kintu; intoranwa ni Ingabire umuntu atabanza gukorera. Inyishu ya Yesu kuri ico kibazo c'uwo muntu yakomotse mu gice ca kabiri c'amabwirizwa cumi, ni ukuvuga, ukugene tugiriranire imigenderanire n'abandi bantu. Yesu yari yavuze mu mpfunyapfunyo inyigisho yose y'ivyagezwe mu mabwirizwa abiri: *"MUKUNDISHE UHORAHO IMANA YANYU IMITIMA YANYU YOSE, N'UBUGINGO BWANYU BWOSE, N'UBWENGE BWANYU BWOSE. Iryo ni ryo rihambaye rya mbere. Hari irindi rya kabiri rimeze nka ryo ni iri: YMUKUNDE BAGENZI BANYU NK'UKO MWIKUNDA. Kur'ayo mabwirizwa yompi ivyagezwe vyose n'amajambo y'abavugishwa n'Imana ni yo vyenenako."* (**Mat 22:36-40;** raba kandi **Mariko 12:28-31**) *"Mukunde bagenzi banyu nk'uko namwe mwikunda"* ryitwa "icagezwe c'i Bwami" (**Yak 2:8**) kandi gishitsa ivyagezwe vyose (**Rom 13:8-10; Gal 5:14**). Icatumye Yesu asubiramwo igice ca kabiri c'ivyagezwe cumi ni uko abantu bose baremwe mw'ishusho y'Imana, rero uko dufata ishusho y'Imana ni vyo vyerekana ico twiyumvira ku Mana mu vy'ukuri. Mu yandi majambo, ukugene dufata abantu ni igipimo kandi ni ikimenyamenya c'ukuri n'ukwizera nyakuri Imana. Intumwa Yohana abivuga gurtya, *"Umuntu ni yavuga, ati Nkunda Imana, akanka mwene Data wundi, aba ari umubeshi. Kuko udakunda mwene Data yabonye ntashobora gukunda Imana atabonye."* (**1 Yohana 4:20**).

Yesu yariko arereka uwo muntu ivyagezwe kugira ngo amwereke (co kimwe natwe) yuko ivyagezwe bidashobora kugukiza canke kumukiza canke ngo biguhe ubugingo budashira. Uwo muntu yavuze ko yitondeye ivyo bintu vyose bigize ivyagezwe Yesu yari yavuze, ariko Yesu we yari azi ko hari ikindi kintu agihajije. Ko ivyagezwe bidashobora kudukiza, canke bidashobora gutuma tuba abagororotsi, canke ngo bihindure imitima yacu, biragaragara neza mw'isezerano Rishasha (rba uburorero **Rom 3:20; 4:14-15; 7:14-24; 8:1-4; Gal 2:16; 3:1-25; 4:4-5; Heb 7:19; 10:1-4**). Ni co gituma Yesu yabariye uwo muntu ati, *"Uhajije kimwe: genda, ushore ivyo utunze vyose, ugabire aboro, ni ho uzogira itunga mw'ijuru, uteko uze, unkurikire."* Mu bisanzwe, inyishu ya Yesu yose yari yerekeye we nyene nka "mwiza," mu yandi majambo, "wavuze ko wumviye ivyagezwe—ariko ivyagezwe ntibishobora kugukiza kandi ngo biguhe ubugingon budashira, kandi na we urabibona—kubw'ivyo rero, urashobora kunshira imbere muri vyose kandi ukankurikira, kuko ni jewe jenyene nshobora kuguha ubugingo budashira." Ubutumwa Bwiza—n'agakiza k'abantu—bihagaze ku vyo Kristo yakoze; agakiza ntigashobora "gukorerwa" mu gukora "ibikorwa vyiza." Ahubwo, agakiza *gatangwa* n'Imana ikagaha abantu nk'*ingabire* y'*ubuntu* bwayo*; karakirwa* n'abantu kandi biciye mu *kwizera* gusa Kristo.[50] Nk'uko **Ef 2:8-9** habivuga, *"Ubuntu nib wo bwabakijije kubw ukwizera: na vyo nyene ntivyavuye kuri mwebwe, ni ingabire y'Imana; ntivyavuye ku bikorwa, kugira ngo hoye kugira uwirarira."* Gukizwa bisigura kwihana ivyaha vyacu, kwemera mu kwizera ico Yesu yadukoreye, maze ugahindukirira Kristo nk'Umwami w'ubugingo bwawe (**Mat 11:28; Mariko 1:14-15; Yohana 1:12; 3:16; 17:3; Ivyak 26:20; 1 Yohana 1:8-9**). *Ukwatura ukwizera kw'i Westminster* kwabaye mu mwaka wa (1646) ubipfunyapfunya muri ubu buryo: "Ibikorwa vya mbere vy'ukwizera gukiza ni kwemera, kwakira, kandi no kuruhukira muri Kristo wenyene adutsindanishiriza, atweza kandi akaduha ubugingo budashira" (Westminster 1646: XIV:2).

Yesu ntiyariko arahangara uwo muntu gusa amubarira ko ivyagezwe bidashobora kumukiza ariko kandi yariko aramuhangara kugira ngo asuzume ibintu nyamukuru vy'akamaro kuri we mu vy'ukuri. Ku bimwerekeye, yari amahera n'ivyo yari atunze. Uwo muntu yari yaje ariruka kwa Yesu, aramupfukamira, aremeza ko ari mwiza, yipfuza kuronka ubugingo budashira, kandi aramenya ko hari ico akenye imbere mu mutima kandi ko atabereye. Ico kintu conyene yari akenye—ari na co gikuru—atipfuza gukora kwari *ukwumvira* Yesu. Ata kumwumvira, yariko aragaragaza yuko mu vy'ukuri atamusenga (nubwo ku mubiri hariho ibimenyetso vyerekana ko yasenga [kumupfukamira]). Ico dukoresha amahera yacu n'ivyo dutunze ni ikimenyamenya co ku mubiri kandi kigaragara cerekana ikintu nyamukuru mu vy'ukuri kidufitiye akamaro, mu yandi majambo, ni nde canke ni iki mu vy'ukuri ari Umwami wacu. Ni ukuri, nta nkeka, yuko kudandaza

[50] Raba neza muri iki gice cose, "ubugingo budashira," "no kugira itunga mw'ijuru," "kwinjira mu bwami bw'imana," n' "agakiza" bikoreshwa vyose mu buryo bumwe.

Copyright © by Jonathan Menn 2021. All rights reserved.

ivy'umuntu atunze vyose no kubiha aboro ni ukwitanga kudasanzwe, kandi vyogira ingaruka ku muryango wiwe yari atunze canke ku kibano yabamwo kumbure bose baharura canke bari babeshejweho na we. Yamara, Elisa yaratanze ico kimazi kugira ngo akurikire Eliya (**1 Abami 19:19-21**) nk'uko n'abandi benshi batoharurika babikoze muri kahise. Uwo mutunzi yari aserukiye abantu bose bashaka kubona ubutunzi bwabo, n'uko bafise ico bamaze kandi bakabona ko bari mu mutekano kubera ivyo batunze vyo muri iyi si. Nk'uko Yesu yabwiye ishengero ry'i Lawodikiya, *"Kuko uvuga, uti Ndi umukire, ndatunze kandi nta co nkenye; ntumenye ko ari wewe mutindi, wafutanye, uri umworo, uri impumyi, ugenda amenya."* (**Ivyah 3:17**). Yesu yariko arabarira uwo muntu, nk'uko yabwiye ishengero ry'i Lawodikiya, "uriko urashira umutekano wawe n'ukwiyumvira yuko hari ico umaze mu butunzi bwawe no mu mahera yawe, aho kubishira muri jewe. Nyizere. Ndi uwo kwizigirwa no kwizerwa kandi nzovyerekana mbicishije mu kuja ku musaraba kubwawe. Ivyo utunze, nubwo bwavyo atari bibi na gatoya, bizohera mu kanya gatoya kandi ntibishobora kugukiza, ariko ni wanyumvira ukankurikira, uzogira *ubutunzi mw'ijuru* (**umurongo 21**) kandi ubwo butunzi buzohoraho." Uwo musore (na twebwe) akeneye kumenya ko Augustine yavuze, ati, "Waratwiremeye, kandi imitima yacu ntigira uburuhukira kugeze ironse uburuhukiro muri wewe" (Augustine 1942: 1.1.1) Blaise Pascal na we nyene ni ko abivuga, "Harigeze kuba umunezero nyakuri mu muntu kandi kuri uwo munezero ubu hasigaye ikimenyetso cawo gusa n'igisoko cawo, ivyo agerageza kwuzuza atabishora akoresheje ibimukikuje vyose, aronderera mu bintu bitariho imfashanyo yoshobora kuronka mu bintu biriho? Ariko ivyo vyose nta co bimaze, kubera yuko imanga itagira iherezo ishobora kwuzuzwa gusa n'ikintu kidashobora kuvanwaho, ni ukuvuga yuko, Imana yonyene ubwayo ni yo ishobora kwuzuza iyo manga." (Pascal 1958: VII.425)

Ku **mirongo ya 23-27**, ivyo Yesu yavuze ku vyerekeranye n'ukugene bigoye ko umutunzi yinjira mu bwami bw'Imana vyatangaje abigishwa kubera yuko baharura ko ubutunzi ari ikimenyetso canke ikimenyamenya c'ikiganza ciza c'Imana kandi bakibaza ko ari wo mugisha. Nubwo ari ukuri ko Imana *"iduha vyose bisesekaye ngo tubinezerererwe"* (**1 Tim 6:17**), Yesu arazi ko hariho akaga gakomeye mu vy'impwemu mu butunzi (raba **Imig 30:8-9**). Abafise vyinshi ni vyo bashirako umutima kandi bariyizigira, bakizigira amhera yabo n'ivyo batunze, bakagira ubwoba bwo guhomba no gutakaza amahera yabo n'ivyo batunze, kandi bagahakana ko Umwami ari we abibaronsa, ntibamwizigire. Uwo musore w'umutunzi yaje kuri Yesu yerekanye ivyo bintu vyose bigaragara mu bantu benshi. Ku **murongo wa 27** Yesu arabitomora neza yuko agakiza ari igikorwa c'Imana incuro 100%, atari igikorwa c'umuntu.

Inyishu ya Yesu ko vyo Petero yari ahejeje kuvuga ku **murongo wa 28** yuko *" twebwe twaretse vyose turagukurikira"* ni ngirakamaro cane: *"Yesu arababwira, ati Ndababwire ukuri, nta waretse inzu, canke bene nyina, canke bashiki biwe, canke nyina, canke se, canke abana, canke itongo, kubwanje no kubwo ubutumwa bwiza,* [30] *atazobishumbushwa ijana muri iki gihe ca none, amazu, na bene nyina, na bashiki biwe, na ba nyina, n'abana, n'itongo, bisukiranijwe no guhamwa, kandi mu gihe kizoza azohabwa ubugingo budashira.* [31] *Ariko benshi b'imbere bazoba ab'inyuma, kandi ab' inyuma bazoba ab'imbere."* (**imirongo 29-31**) Abantu benshi bitwa ko bavuga "ubutumwa bwo kuroranirwa" bafata "ibihetangabo ijana" vy'ingaruka bazoshumbushwa batarinze kuraba ico Yesu yariko aravuga, batarinze kuraba ico yari ashingiyeko maze bakabarira abantu bati "biba imbuto mu kwizera," bavuga yuko, "idolari imwe (ifaranga, ishilingi n'ibindi.) utanga muri iki gikorwa, Imana izokigusubiza incuro 100." Yesu nta kintu na kimwe co muri ubwo buryo ariko aravuga. Icatumye avuga ivyo nta na kimwe gifatira ku "gutera canke kubiba imbuto y'ukwizera" mu gutanga ikintu mu gikorwa c'umuntu. Kanatsinda, amahera nta n'ubwo avugwa muri ico gisomwa. Ahubwo, vyerekeranye n'abo baja *"bararetse vyose bagakurikira* [Kristo]" (**10:28**). Yesu yari ahejeje kubarira umutunzi ati "*Genda ushore ivyo utunze vyose, ugabire aboro."* (**10:21**). Yesu ntiyigeze asezerana yuko niyo yashora ivyo atunze vyose akabigabanganiriza aboro ko azoronka amahera arengeye ayo yari afise kuri iyi si. Ahubwo, Yesu yavuze ko *"azogira itunga mw'ijuru"* (**10:21**). Kanatsinda, aho gusezerana ko gutanga kuzogwiza amahera y'umuntu n'ubutunzi bwiwe, Yesu yaragabishije abantu arababarira, ati *"Erega biragoye ko aba vyinshi binjira mu bwami bw'Imana! . . . Icoroshe ni ingamiya guca mu zuru ry'urushinge biruta umutunzi ko yinjira mu bwami bw'Imana."* (**10:23, 25**).

Icariko kiraba ni uko Yesu yariko arategura abigishwa biwe abategurira igikorwa c'ukuvuga ubutumwa mu gihe c'uguhamwa. Ni co gituma, kimwe mu vyo Yesu yasezeranye ni uko "ingaruka" zo kumukurikira ni "uguhamwa" (**10:30**). Iciyumviro c'uguhamwa no guca bugufi kirabandanirizwa kuri **10:32-45**. Yesu avuga ku muntu *"yaretse inzu canke bene nyina, canke bashiki biwe, canke nyina, canke se, canke abana, canke itongo, kubwanje no kubw ubutumwa bwiza"* atazobishumbushwa *"ijana muri iki gihe ca none, amazu, na bene nyina, na bashiki biwe, na ba nyina, n'abana n'itongo, bisukiranijwe no guhamwa, kandi mu gihe kizoza azohabwa ubugingo budashira"* (**imirongo ya 29-30**). None Yesu ariko aravuga iki? Inyishu ni uko ariko arafatira ku bizera ubu ko ari *umuryango mushasha* muri Kristo. Iyo dukijijwe, Imana ica idushira mu muryango wayo (raba **Rom 8:15-17; Ef 1:5**). Ishengero ryitwa mu buryo budasanzwe *"abo mu nzu* [canke, umuryango] *w'Imana"* (**1**

Copyright © by Jonathan Menn 2021. All rights reserved.

**Tim 3:15;** raba kandi **1 Tim 5:1-2**). Dhati Lewis avuga ati, "Ishengero *ntirimeze* nk'umuryango, ahubwo *ni* umuryango . . . . Ivyo bibonekera mu kugene ijambo *umwigishwa*, rikunda gukoreshwa mu bice vya mbere vy'Isezerano Rishasha, rica rihera inyuma y'igitabu c'Ivyakozwe n'Intumwa. Rica risubirirwa n'ijambo *mwene Data mu gice cose gisigaye co muri Bibiliya*." (Lewis 2015: n.p.) nk'uko Sarles abivuga, "igihe abigishwa batakaza amazu yabo kubw ubutumwa bwiza, bazoshikishwa mu mazu ya y'abizera bazosangira na bo igihe bazoba bariko barava ahantu baja ahandi bariko baravuga ubutumwa. Muri ubwo buryo nyene igihe abigishwa bareka imiryango yabo kubwa Yesu, binjiye mu yandi mashirahamwe mashasha mu muryango w'Imana yari manini incuro ijana kurusha uko imiryango yabo yari iri." (Sarles 1986: 338) Mu buryo butangaje, Yesu *nta*vuga ku muntu asiga umugore wiwe canke umugabo wiwe. Dufatiye ku vyo yavuze kuri **10:7-9**, Yesu ariko aravuga yuko urupfu rwonyene—si Yesu n'Ubutumwa bwiza—bikwiriye kwonona umubano w'abubakanye. Kanatsinda, Petero n'abandi bigishwa bagendana n'abagore babo (**1 Kor 9:5**).

Ubwa nyuma, **umurongo 31** (*"Ariko benshi b'imbere bazoba ab'inyuma, kandi ab' inyuma bazoba ab'imbere"*) ufatiye ku rubanza "Igihe Imana izosuzuma ubugingo bw'abantu kandi n'igihe ivy'ubuciro bw'abantu bizohinduka. Muri ico gihe abo bose bari bafise ivyubahiro n'ibihagararo ntibazoba bakibifise, kandi abo batagira ivyo muri iki gihe bazobironka muri ico gihe. Ibi bishobora kuba ari impfunyapfunyo y'inyigisho ya Yesu mu mirongo ya 17-31." (Wessel 1984: 717) Birashobok kandi ko kwoba ari ukugabisha abigishwa biwe ko bavuga yuko *"baretse vyose bakamukurikira"* (**umurongo 28**) yuko "badategerezwa kubona ukuba abigishwa kwabo mu mpera bazohabwa. Mu kuba umwigishwa harimwo amarushwa n'ugukorera abandi; winjira mu kuba umwigishwa biciye mu Rukundo no kwishikanira Yesu, ariko atari kubera ivyo umuntu yizgiye canke yizeye kuzoronka haba muri ubu bugingo bwa none canke no mu buzoza." (Ico gitabu nyene)

## IBIBAZO VY'UGUHANAHANAKO IVYIYUMVIRO

1. Kubera iki Yesu yafatiye kw'ijambo uwo musore yakoresheje "mwiza" (**imirongo 17-18**)?

2. Kubera iki Yesu ubwa mbere yabanje kujana uwo musore mu vyagezwe cumi mu kwishura ikibazo c'ivyo akwiriye gukora kugira ngo aragwe ubugingo budashira? Raba neza ingene amabwirizwa Yesu yafatiyeko yari mu bwoko bwa *kabiri* bw'ivyagezwe cumi (imigenderanire yawe ugiranira n'abandi bantu), ariko ntiyafatiye ku bwoko bwa mbere bw'amabwirizwa (imigenderanire yawe ufitaniye n'Imana). Kubera iki yabigenjeje gurtyo?

3. None iki gisomwa cokoreshwa gute ku vyo dukwiriye gukoresha amahera *yacu* n'ivyo dutunze? Muri ubwo buryo, Subira ugende usesangure mu butumwa bwiza urondere mwo ahandi hose Yesu avuga ku Mahera no ku bitunzwe.

4**.** Mbega turitiza ubuhinga bwa Satani mu buryo tuvuga ubutumwa bwiza kubera yuko turondera cane ko uwo duhinduye akaba umukristo akwiriye kuvuga "amajambo nkaho ari yo amuha kuba umukristo" y' "isengesho ry'umunyavyaha" kugeza yaho tutabona imbere y'igihe ingaruka n'ikiguzi c'ico ari co uguhindukirira Kristo n'ukuba umwigishwa wiwe ico bisigura mu bugingo bw'umuntu? None haba ingaruka izihe ku kuvuga ubutumwa bueze gurtyo?

5. Ku **mirongo ya 29-30** Yesu ariko arakoresha ururimi, canke imvugo y'*umuryango* kugira ngo avuge ikibano c'abakristo (mu yandi majambo, ishengero). Ni ingaruka izihe (canke zategerezwa kuba) izihe z'ivyo Yesu yariko aravuga kuri twebwe nk'Abakristo umuntu wese ku giti ciwe kandi nk'amashengero mu migenderanire yacu n'abandi bizera?

**<u>10:32-45:</u>** ***32** Bari mu nzira baduga i Yerusalemu, Yesu yari abagiye imbere, baratangara, abamukurikira baratinya. Yongera kujana bamwe cumi na babiri bari ukwabo, atangura kubabarira ibigira bimubeko,**33** ati Ehe, turaduze i Yerusalemu, kandi umwana w'Umuntu azoshirwa mu maboko y'abaherezi bakuru, n'abanyabwenge b'ivyanditswe, bazomucira urubanza rwo gupfa, bamuhe abanyamahanga,*
***34** bamushinyagurire, bamuvume amate, bamutonagure, bamwice, maze imisi itatu ishize azozuka."*

***35** Yakobo na Yohana bene Zebedayo, baramwegera, baramubwira, bati Mwigisha, turagomba ko uduha ico tugusaba cose." **36** Arababaza, ati Mugomba ko mbaha iki?" **37** Baramwishura, bati Uduhe ngo tuze twicare, umwe iburyo bwawe, uwundi ibumoso, mu bwiza bwawe." **38** Maze Yesu arabishura, ati "Ntimuzi ico musaba. Mwoshobora kunywera ku gikombe nywerako, canke kubatizwa umubatizo mbatizwa jewe?"*
***39** Baramwishura, bati Turashobora." Yesu arababwira, ati Igikombe nywerako muzokinywerako, kandi muzobatizwa umubatizo mbatizwa jewe. **40** Ariko gutanga ivyicaro iburyo bwanje canke ibumoso, si ivyanje,*

Copyright © by Jonathan Menn 2021. All rights reserved.

***shiti abo vyateguriwe.”*** [41] ***Bamwe cumi bavyumvise batangura kwitonganiriza ivya Yakobo na Yohana.*** [42] ***Yesu arabahamagara, arababwira, ati Murazi yuko abavugwa ko baganza amahanga bayatwaza amanyama, kandi n'abakuru bayo bayagirako ububasha.*** [43] ***Ariko muri mwebwe si ko biri. Yamara ugomba kuba mukuru muri mwebwe, aze abe umukozi wanyu:*** [44] ***kandi ugomba kuba uw'imbere aze abe umusuku wa mwese.*** [45] ***Kuko na none Umwana w'Umuntu atazanywe no gukorerwa atari ugukorera abandi, no gutanga ubugingo bwiwe kw'incungu ya benshi.”***

<u>**Imirongo 32-45—**</u> Yesu yongera kuvuga ku rupfu rwiwe n'ukumukurikira nyakuri uko kumeze

Ibi bintu vyabaye birashusha cane n,imirongo yo kuri **9:30-37**. Abigishwa n'ubu ntibaratahura igikorwa cazanye Yesu, kandi baracafise ivyumviro nk'ivy'ab'isi vy'ivyicaro n'ugushirwa imbere ah'uguca bugufi n'ugukorera abandi.

1. <u>**Imirongo 32-34—**Ubugingo bw'inyuma y'ukukuzuka</u>

Nk'uko akunda kubigira mu gitabu ca Mariko, Yesu aratandukanya bamwe Cumi na babiri n'abandi bantu bo mw'ishengero, igugu kugira ngo abigishe. Iki ca kane (batatu kuri cumi na babiri na Petero, Yakobo, na Yohana) hamwe n'ukuvuga kwa nyuma kw'azobabazwa n'urupfu rwiwe ni vyo yavuzeko neza kandi mw'ido n'ido. Yavuze ko i Yerusalemu ari co kibanza azoryarukirwamwo, azogurishirizwamwo (umurongo wa **33**). Ntiyavuze gusa yuko abaherezi bakuru n'abanyabwenge b'ivyanditswe ko bazomwanka nka mesiya wabo, ariko kandi ko *“azoshirwa mu maboko y'abanyamahanga”* (**umurongo 33**). Nk'uko bose Abayuda n'Abanyamahanga bazogira uruhara mu mibabaro yiwe no mu rupfu rwiwe, ni ko n'ubwami bwugururiwe bose Abayuda n'Abanyamahanaga mu buryo bungana. Aca abandanya rero atanga ido n'ido ry'ivyari bigeye kumubako: *“**bamushinyagurire, bamuvume amate, bamutonagure, bamwice**”* (**umurongo 34**). Igice gisa canke kibangabanganye n'ico muri Matayo gifatira ku kungene azokwicwa biciye mu kubambwa (**Mat 20:19**). Mu nyigisho ziwe, yariko arafatira kuri **Zab 22:6-7** na **Yes 50:6; 52:14; 53:5**. Isonga rya vyose ni uko ***maze imisi itatu ishize azozuka**”* (**umurongo 34**).[51] Mariko ntavugamwo ico abigisha babivuzeko, ariko mu gisomwa kibangabanganye n'ico co muri Luka avuga ati, *“Ntibagira ico batahura muri ivyo, kandi iryo jambo bari barihishijwe, ntibamenya ivyo babwiwe.”* (**Luka 18:34**) ivyo ni vyo vyabaye, kubera yuko mbere n'inyuma yuko Yesu yari amaze gufatwa, agasambishwa, agacirwa urwo gupfa, agashinyagurirwa, bakamucirako amate, bakamutonagura, bakamubamba, nta n'umwe mu bigishwa asa n'uwibutse yuko Yesu vyongeye yari yaravuze ko azozuka inyuma y'imisi itatu.

2. <u>**Imirongo 35-45—**Akamere k'ukuba umwigishwa</u>

Igitangaje, Yakobo na Yohana baratahuye ko Yesu yari Mesiya ariko kandi ntibari bwatahure igikorwa ciwe camuzanye. Nta kintu na kimwe bari bwigire ku vyo yari ahejeje kubabarira ku vyerekeranye n'ukuzobabazwa kwari kugiye kumushikira kandi no kwihanganira canke ngo bigire no ku vyo yari ahejeje kubabarira ku mirongo ya **9:30-37**, igihe bo n'abandi bigishwa bariko baraharire ku wuzoba mukuru muri bo. **Umurongo 41** utwereka yuko abanda bigishwa na bo nyene ata kintu na kimwe bari bize, kubera yuko bashavuriye abo basavye ubukuru, kandi ko batari biteguriye na bo nyene “kuba aba nyuma,” tubanze tureke kuba “bato” canke abo “mu nyuma” y'abandi.

Ivyo Yesu yababariye ku **mirongo ya 43-45**, *“Ariko muri mwebwe si ko biri. Yamara ugomba kuba mukuru muri mwebwe, aze abe umukozi wanyu:* [44] *kandi ugomba kuba uw'imbere aze abe umusuku wa mwese.* [45] *Kuko na none Umwana w'Umuntu atazanywe no gukorerwa atari ugukorera abandi, no gutanga ubugingo bwiwe kw'incungu ya benshi.”* Vyongeye havuga ku kamere k'ukuba umwigishwa nyakuri. Bijanye n'ukugene avuga ku kuba umwigishwa wiwe nyakuri ku **mirongo ya 8:34-38** igihe yatangaza ubwa mbere yuko azobabazwa agapfa. **Imirongo 40-44** yerekana yuko, nubwo *ukwinjira* mu bwami ari Ingabire, abantu bazohabwa *ivyicaro* bitandukanye canke *ingero* zitandukanye mu bwami bironkwa kubera ubwizigirwa mu gikorwa (raba **Mat 6:20-21; 10:42; 19:21; 25:14-29; Mariko 10:21; Luka 12:33-34; 19:12-26; 1 Tim 6:17-19**). **Imirongo 38-39** na **45** (nk'uko yabigize ku **murongo wa 38**) ufatanya ubugingo bwiwe bwite n'ubugingo bw'abigishwa biwe. Bifatanye n'uyu mugani wiwe *“Umwigishwa ntasumba umwigisha wiwe, canke umushumba ngo arute Sebuja”* (**Mat 10:24**; raba kandi **Yohana 13:16; 15:20**). Abigishwa bakwiriye kubaho bafise “wa mutima nk'umwe wari muri Yesu hamwe n'indagagaciro nk'izo Yesu yari afise kandi ko bashobora

---

[51] **Mat 20:19** havuga ibi bikurikira *“kandi <u>ku</u> musi ugira gatatu azozurwa.”* Ku guhanahana ivyiyumviro ku kugene ayo majambo atondetse mu buryo butandukanye ku mvugo y'“imisi itatu” kandi bikaba bisigura kimwe raba kuri 40, aho hejuru.

Copyright © by Jonathan Menn 2021. All rights reserved.

kwitega ko bafatwa, bamera nk'uko Yesu vyamugendekeye. Vyose "igikombe" n' "umubatizo" vyari ibigereranyo vy'ukwihanganira imibabaro, harimwo n'uburake bw'Imana (raba **Zab 69:1-2, 15; 75:8; Yes 51:17**; raba kandi **Mariko 14:36; Rom 6:3**).

Agace ka nyuma k'**umurongo 45** (*"gutanga ubugingo bwiwe kw'incungu ya benshi"*) ni wo ugize agatimatima k'ubutumwa bwiza. "Gucungura" abantu ni ikiguzi c'incungu canke co gupfungururura kandi kerekana ko twari imbohe (yo ku caha cacu, umwansi, n'urupfu) ariko ubu twaracunguwe tugirwa abidegemvya. Ugufatira kuri "benshi" gushingiye kuri **Yes 53:11-12** (raba kandi **Rom 5:15; Heb 9:28**). Yesu aremeza yuko "uguharira ari uburyo bwo kubabazwa bukomeye busaba ikiguzi kinini" (Keller 2008: 193). Igihe umuntu yacumuweko kandi ivyiwe bikononekara, bikankirizwa, ikintu ca mbere "ni ugusaba yuko [uwakoze ico caha] abiriha, ariha ivyononekaye. Ica kabiri ni ukumwankira kuriha ico ari co cose. . . . Raba neza muri ivyo vyose ikiguzi c'ivyononekaye gitegerezwa kurihwa n' *umuntu.* Ashobora kuba wewe canke akirengagiza ico kiguzi kubera igikorwa, ariko umwenda ntuherera mu kirere. . . . [Guharira umuntu bisigura yuko] *wewe* wemeye kureka uwo mwenda, iryo deni, *ukakira, ukikorera ico kiguzi c'iryo deni ryose muri wewe nyene* aho kurishira ku wundi muntu" kandi vyongeyeye bisigura ko utababazwa gusa n'ivyo watakaje ubwa mbere ariko kandi ko uhakanye ko nyene gukora iryo kosa, nyene guherana, nyen'umwenda ariha uwo Mwenda. (Ico gitabu nyene: 187, 189, ugushimikam kwongeweko) ni co gituma, uguharira kwose kurimwo ukubabara—kandi uko ikosa riba rinini n'igikomere kikaba kinini, ni ko n'ikiguzi kiba kinini n'ukubabara kuba kunini ku wuharira.

Ikiguzi c'ivyaha vyacu n'ico vyatwaye Imana kugira ngo itubabarire (mu yandi majambo, *"Umwana wayo w'ikinege,"* **Yohana 3:16**) bigaragazwa na Yes uku musaraba. Ico Yesu yariko arakora ku musaraba kwari ukwikorera igihano, kuriha ikiguzi, hamwe no kwikorera igihano cari kuba ico abana b'abantu bacumuye: "Muri Matayo 10:28 Yesu yavuze yuko uwica umubiri atogereranywa n'uwica impwemu agahonereza ubugingo bw'umuntu muri Gehinomu, mu muriro, gutakaza ukubaho imbere y'Imana canke ukubana n'Imana. Ariko ibi ni vyo nyene vyabaye kuri Yesu ku musaraba -Data yarahevye Umwana wiwe w'ikinege (Matayo 27:46). . . . Igihe yasemerera ata Mana yanje Mana yanje ni iki kikumpebesheje yariko araca mu muriro ubwawo. Ariko ni mwiyumvire—nimba umwenda wacu ari munini cane kugeza yuko utashobra kurihwa kiriya gihe, ariko umuriro wacu ukabandanya ibihe bidashira, none twoheraheza tuvuga iki ku kugene Yesu yavuze, ati ukuriha uwo mwenda kuraheze, "kurarangiye", ndawurishe wose, nta gisigaye' (Yohana 19:30) inyuma y'amasaha atatu gusa? Tubona yuko ukugene yiyumvise ku musaraba kwari kurngeye kure n'iyo kandi kwari kunini cane kurusha imiriro na kuzimu vyacu vyose bigeye hamwe vyose kandi vy'abantu bose bo kw'isi ababayeho n'abazobaho. . . . Igihe Yesu yatandukana n'Imana yagiye muri ca cobo kidashira no mu muriro, mw'itanure rihambaye kurusha ayandi matanure yose, mu buryo burengeye uko twovyiyumvira. Yahwanye n'uburake bwa Data bwose. Kandi ivyo yabikoze avyishakiye, abikorera twebwe." (Keller 2009: sec.4)

## <u>IBIBAZO VY'UGUHANAHANAKO IVYIYUMVIRO</u>

1. Yesu atahura iki ku bijanye n'ukuba mukuru? Gereranya ugutahura ubukuru kw'abigishwa n'ugutahura ubukuru kwa Yesu?

2. Mwibaza iki ku kibazo ca Yakobo na Yohana babajije Yesu (**umurongo 37**) n'ukugene abigishwa bifashe kuri Yakobo na Yohana (**umurongo 41**) vyatumye Yesu yiyumva gute?

- Mbega bituma Yesu yiyumva gute, kandi mu vy'impwemu tuba tumeze gute, igihe *tu*rwanira icubahiro, ivyicaro, ubutunzi, n'ububasha?

- Iyo turwaniye "kumera nka Yesu" canke tugakora ibintu "dukorera Yesu" *kubera impamvu* zo kwironkera *"inyungu"* kanaka canke "impembo" canke "ibitsibo" canke ivyubahiro mw'ijuru no mu bihe bitazoshira?

3. Nimba mu vy'ukuri twaravutse ubwa kabiri, kandi tukaba dufise Mpwemu Yera muri twebwe aturongora, iki ciyumviro co kuba "umuja wa bose" kitugira gute, kubera iki tucanka?

- Twokora iki kugira ngo inyifato yacu n'ibikorwa dukora bigaruke ku "kugene na Yesu yakora" mu vy'ukuri mu guca bugufi n'ugukorera abandi?
-

Copyright © by Jonathan Menn 2021. All rights reserved.

***<u>10:46-52:</u>*** ***[46] Nuko bashika i Yeriko: akivana i Yeriko n'abigishwa biwe, n'ishengero ryinshi, mwene Timayo yitwa Barutimayo, umusezi w'impumyi, yari yicaye i ruhande y'inzira. [47] Yumvise ko ari Yesu Umunyanazareti atangura gutakamba, ati Yesu, mwana wa Dawidi, ngirira imbabazi!" [48] Abantu benshi baramuzibiranya ngw ahore: ariko arushiriza cane gutakamba, ati Mwana wa Dawidi, ngirira imbabazi!" [49] Yesu arahagarara, arababarira, ati Ni mumuhamagare. Bahamgara iyo mpumyi, barayibwira, bati Humura, va hasi, araguhamagaye." [50] Na yo ita impuzu yayo, irabaduka, yegera Yesu. [51] Yesu arayibaza, ati Ugomba ko ngukorera iki?" Ino mpumyi iramwishura, iti Ndagomba guhumuka, Mwigisha." [52] Yesu arayibwira ati Genda, ukwizera kwawe kuragukijije." Aca arahumuka, aramukurikira ku nzira.***

<u>**Imirongo 46-52—**Yesu ahumura impumyi Barutimayo</u>

Yesu ubu ariko aregereza gushika i Yerusalemu ubwa nyuma aho azosozerera ubutumwa bwiza. Barutimayo arataka atakira Yesu, akamwita *"Mwana wa Dawidi"* (**imirongo 47-48**). Imana yari yagiriraniye na Dawidi isezerano ryasezerana kuzovyura no kuzozana uruvyaro rwa Dawidi, akazoshinga ingoma n'ubwami bwiwe ibihe bidashira, akazomubera Se nawe akaba umwana w'Imana (**2 Sam 7:12-14a**). Ikindi, **Yes 9:1-7** hasezeranye yuka agakiza kazozanwa n'Umwana wa Dawidi yasezeranywe, ari we azoshinga ubwami bw'ibihe bidashira (**Yes 9:7**). Kubw'ivyo, "Mwana wa Dawidi" ni icubahiro ca Mesiya (raba kandi **Yes 11:1, 10; Yer 23:5-6; Ezek 34:23-24; Mariko 12:35**). Mbere n'imbere yuko Yesu avuka umumarayika Gaburiyeli yafatiye kuri **2 Sam 7:12-13** na **Yes 9:6-7**, kandi avuga yuko Yesu azoshitsa Isezerano rya Dawidi, igihe yabarira Mariya yuko Yesu *"Azoba mukuru, azokwitwa Umwana w'Isumba Vyose, kandi Umwami Imana azomuha intebe y'ubwami ya Sekuruza Dawidi, ahangame mu nzu ya Yakobo ibihe bidashira; ubwami bwiwe ntibuzogira iherezo"* (**Luka 1:31-33**). Matayo atangurira ubutumwa bwiza yanditse mu kwerekana Yesu nk' *"Umwana wa Dawidi, umwana wa Aburahamu"* (**Mat 1:1**). Abandi batahuye ububasha bwa Yesu n'uko ata wundi ameze nka we bakoresheje iryo jambo *"Umwana wa Dawidi"* kuri we (**Mat 9:27; 12:23; 15:22; 20:30-31; 21:9; Mariko 10:47-48; Luka 18:38-39**). Yesu yikoreshejeko ayo majambo (**Mariko 12:35-37**). "Mu gukiza impumyi y'i Yeriko yamutakambiye imwise Mwana wa Dawidi, Yesu yaciye amenyekanisha ikibona ndashe ico gikorwa ciwe" (Goppelt 1982: 87).

Mariko avuga yuko,nk'ingaruka y'ugutaka kwa Barutimayo atakira Yesu, *"abantu benshi baramuzibiranya ngw ahore"* (**umurongo 48**). Uko Luka avuga iyi nkuru ni uku, *"Abagiye imbere barayizibiranya ngo ihore: ariko irushiriza cane gutakamba"* (**Luka 18:39**). Ibi vyerekana yuko bari abigishwa bariko barazibiranya Barutimayo kandi bamubarira ko akwiye guhora, kunuma. Gushika n'ubu ntibari bwige ngo batahure. Hariho vyinshi vyerekana agakekezo muri ibi. Abo bashobora kubona n'amaso yabo y'umubiri bari impumyi mu vy'impwemu, ariko kandi uwari impumyi ku mubiri yashobora kubona mu mpwemu. Nubwo vyari uko, nubwo Yesu yariko aregera gushika kw'isonga ry'igikorwa ciwe, yarahagaze afata umwanya abanza gukiza uwo muntu yari amukeneye. Mu buryo bw'agakekezo, ku **murongo wa 51** Yesu yabajije Barutimayo ikibazo kimwe n'ico yari yabajije Yakobo na Yohana ku **murongo wa 36**, *"Mugomba ko mbaha iki?"* Barutimayo yaronse inyishu itandukanye cane n'iyo Yakobo na Yohana baronse. Ubu, kubera yuko igikorwa ciwe cerekeje gushika kw'isonga, Yesu ntiyabwiye Barutimayo kutagira uwo abibarira, canke kuja i muhira, ahubwo, Barutimayo *"yaciye amukurikira ku nzira"* (**umurongo 52**).

## <u>IBIBAZO VY'UGUHANAHANAKO IVYIYUMVIRO</u>

1. Mwibaza ko ari kubera iki Yesu atabariye Barutimayo kunuma no guhora nk'uko yari yabibariye abanda benshi yari yakijije?

2. Yesu banditse incuro zibiri zose abaza iki kibazo, *"ushaka ko ndagukorera iki, ushaka ko ndaguha iki?"* (**umurongo 36** kuri Yakobo na Yohana n'**umurongo 51** kuri Barutimayo). Weho wari kwishura iki akubajije ikibazo nk'ico?

***<u>11:1-11:</u>*** ***[1] Bageze hafi y'i Yerusalemu, bashikira i Betifage n'i Betaniya ku Musozi wa Elayono, atuma babiri bo mu bigishwa biwe, [2] arababarira, ati Muje muri iriya mihana iri imbere yanyu; ni mwayishikamwo, muca mubona inyana y'indogoba iziritse, ata muntu yigeze kuyigenderako: muyiziture muyizane. [3] Kandi ni hagira ubabaza at'Ivyo mubikoreye iki? Mumwishure, muti Databuja ni we ayigomba.'" Uwo mwanya arayirungika ino. [4] Baragenda, basanga inyana y'indogoba iziritse iruhande y'irembo ku nzira, barayizitura. Bamwe mu bahahagaze barababaza, bati Mukora iki ko muzitura iyo Nyana?" [6] Nabo babishura nk'uko Yesu yababariye: barabareka. [7] Bazana iyo nyana aho Yesu ari, bayishirako impuzu zabo, ayicarako. [8] Benshi basasa impuzu zabo mu nzira, abandi basasa amashami y'ibiti, ayo baciye mu matongo. [9] Abari imbere yiwe***

Copyright © by Jonathan Menn 2021. All rights reserved.

***n'abamukurikiye barasemerera, bati, "Hoziyana, hashemezwe uje mw'izina ry'Uhoraho! [10] ubwami buje bushimwe, nibwo bwa sogokuruza Dawidi; Hoziyana mw'Ijuru!" [11] Ashitse i Yerusalemu, yinjira mu rusengero, maze ahejeje kweraguza vyose, kuko bwari bugorovye, arasohoka, aja i Betaniya, ajanye na bamwe cumi na babiri.***

**Imirongo 1-11—**Yesu yinjira mu ntsinzi i Yerusalemu

Ukwinjira kwa Yesu i Yerusalemu, co kimwe na vyinshi mu vyo yakoze, kwari kugamije kwerekana no guhishura uwo ari we. Mu kwinjira mu ntsinzi i Yerusalemu, Yesu yariko arashitsa ivyari vyitezwe mw'Isezerano rya Kera vya'uko "YHWH agarutse i Siyoni. Azokwongera gukora ivyo yakoze mu Kuvayo, aje kuguma no kuba hagati mu bantu biwe [**Yes 4:2-6; 24:23; 25:9-10; 35:3-6, 10; 40:3-5, 9-11; 52:7-10; 50:15-17, 19-21; 60:1-3; 62:10-11; 63:1-9; 64:1; 66:12-19; Ezek 43:1-7; Hag 2:7-10; Zek 2:4-5, 10-12; 8:2-3; Mal 3:1-4**]." (Wright 1996: 616) "Mu gihe ciwe no mu mico kama, kugendera ku nyana y'indogoba ku Musozi Elayono, ajabuka umugezi Kidironi, kandi agashika ku Rusengero rwari ku musozi vyari bifise ikintu gikomeye vyasigura kurusha uko amajambo ubwayo yavuga ku vyo yiyita ko ari umwami. Gufatira ku vyavuzwe muri Zekariya (kandi hamwe n'ivyo, hariho ahandi hantu henshi mu bisomwa vyinshi) biragaragara [**Zek 9:9-10;** raba kandi **Ita 49:8-12; Zab 72:8; Yes 63:2-6**]. Ico bise 'ukwinjira mu ntsinzi' nta nkeka ko vyari bijanye n'Ubumesiya bwiwe." (Ico gitabu nyene: 490-91) Yesu ashobora kuba yari yabitegekanije na nyene indogoba kugira ngo ashitse ubwo buhanuzi bwo muri **Zek 9:9**. Ko ishengero ryasemereye amajambo yo muri **Zab 118:25-26** (*"Hoziyana! Hashemezwe uje mw'izina ry'Uhoraho!"*) kandi *"ubwami buje bushimwe, ni bwo bwa sogokuruza Dawidi!"* (**imirongo 9-10**) kwari ukumenyekanisha Yesu nka Mesiya; "hoziyana" ni insiguro y'Igiheburayo ya **Zab 118:25** (*"Dukize"*) bisigura *"kiza ubu"* (Swift 1970: 875). Muri ico gihe, abigishwa, kandi mbere kumbure n'abandi benshi bo mw'ishengero, bo mw'igugu, ntibatahura ingaruka zuzuye z'ivyariko biraba n'ivyariko biravugwa (raba **Yohana 12:16**).[52] Yamara, Abafarisayo baramenye ingaruka z'ivyo igugu n'ishengero bariko baravuga kandi ni co gituma babariye Yesu ngo ahoze abigishwa biwe, banume, ntibasubire kuvuga ivyo bariko baravuga (**Luka 19:39**). Ariko Yesu arabishura, ati *"Ndababwire, Aba ni bahora, amabuye arasemerera"* (**Luka 19:40**).

## IBIBAZO VY'UGUHANAHANAKO IVYIYUMVIRO

1. Abayuda bari biteze umucunguzi wo mu vya politike, uwuzobakura mu minwe y'Abaroma; ntibatahuye kamere ka Mesiya wabo na kamere k'ubwami bwiwe. None tweho ni gute dutahura nabi Yesu canke tukagerageza kumukoresha (canke ijambo ryiwe) kubw'inyungu zacu gusa? Gerageza kwerekana neza ivyo, (kandi uvuge ukuri).

2. Ugusemerera "hoziyana" ("kiza ubu") vyahindutse "mubambe" mu gihe kidashika n'iyinga. Hari aho ivyiyumviro n'ukugene wiyumva ari vyo bishika n'ibigumbagumba ku vyerekeranye n'Imana vyoba vyarahindutse mu kanya gato igihe ibihe urimwo vyaguhindukanye? Ryari kandi vyagenze gute?

- None ivyo bikubarira iki?

3. Ku **murongo wa 11** Yesu yinjiye mu rusengero *atawubizi* kugira ngo arabe ivyariko biraberayo nk'aho vyari ivyiwe. (Igihe yagaruka ikindi gihe [**umurongo 15**] yari aje guca amateka no guca urubanza ku vyo yabonye igihe yariko aragenzura.) None ni ryari aza kuri twebwe, canke iyo turi *tutabizi*?

**11:12-26:** ***[12] Bukeye bamaze kuva i Betaniya, yumva arashonje. [13] Akiri kure, abona umusukoni uriko amababi, arawegera ngo kumbure yogira ico awusangako: awushitseko ntiyagira ico awubonako, atari amababi: kuko kitari igihe co kwama c'umusukoni. [14] Arawubwira, ati, Ntugapfe hari uriye ku nsukoni zawe, uhereye ubu ugashitsa ibihe bidashira." Abigishwa biwe baravyumva.***

***[15] Bashika i Yerusalemu. Yinjira mu rusengero, atangura guhindira hanze abarudandarizamwo n'abaruguriramwo, ahenura ameza y'abavunja amahera, n'intebe z'abariko baragurwako inuma, [16] ntiyakundira umuntu n'umwe guhita mu rusengero atwaye ikintu co mu mbombovu. [17] Arigisha***

---

[52] Inyuma y'umugumuko n'ukwikurako abansi kw'Abamakabe mu mwaka wa (167-160 imbere y'ivuka rya Yesu) vyasubijeho urusengero, "indirimbo ikomeye ya Hosiyana—'Dukize!'—hafatiyeko iyindi nsiguro. Imbere yaho yaririmbwa mu kwibuka ugucungurwa kwabo bavuye muri Egiputa kandi ikaba n'isengesho ry'uguharira n'imvura y'ivyimburwa vy'umwaka uzoza. Ubu naho yahindutse isengesho, ukwinginga gukomeye, basaba ukwidegemvya mu vya politike, ikintu Abayuda batari bigere babona mu myaka irenga 500." (Vander Laan na Markham 1996: 117)

Copyright © by Jonathan Menn 2021. All rights reserved.

***arababwira, ati "Mbega ntivyanditswe, ngo 'ingoro yanje izokwitwa inzu yo gusengerwamwo n'amahanga yose'? Ariko mwebwe mwayihinduye nk'isenga ry'abambuzi."* [18] *abaherezi bakuru n'abanyabwenge b'ivyanditswe bavyumvise barondera ingene bomwica, kuko bamutinya, kuko abantu bose batangazwa n'inyigisho ziwe.* [19] *Iyo bugorovye, yama ava mu gisagara.***

***[20] Bukeye kare-kare bariko barahita babona wa musukoni, wahereye ku mizi wakabiranye. [21] Petero yibutse aramubwira, ati Mwigisha, ehe wa musukoni wavumye wakabiranye." [22] Yesu aramwishura, arababwira, ati "Mwamane ukwizera Imana. [23] Ndababwira ukuri yuko umuntu wese yobwira uyu musozi, ati Shinguka utabwe mu kiyaga: ntabikekeranye mu mutima, ariko akizera yuko ico avuze gikorwa, azokibona. [24] Ni co gitumye mbabwira yuko ivyo musenga canke musaba vyose, mwizere yuko mubihawe, kandi muzobibona. [25] Kandi ni mwahagarara musenga, ni haba hari ico mupfa n'uwundi, mukimuharire, ngo So wo mw'ijuru na we abaharire ivyaha vyanyu." [26] (Ariko ni mutaharira abandi, na So wo mw'ijuru ntazobaharira ivyaha vyanyu)***

**Imirongo 12-26—**Ibimenyetso vyerekana ko Yesu ari Mesiya: Yesu avuma igiti c'umusukoni maze ahumanura urusengero

Nk'uko vyari ukuri no ku bindi bikorwa vyiwe, Yesu mu kuvuma igiti c'umusukoni no guhumanura Urusengero yari "nk'imigani ishizwe mu ngiro" kugira ngo agaragaze uwo ari we, kandi ivyo yakoze vyongeye vyari mu buryo bw'ubuhanuzi.

1. **Imirongo 12-14, 20-26**—Yesu avuma umusukoni

Muri **Luka 13:6-9** Yesu yabaciriye umugani werekeranye n'umuzabibu w'ingumba. Uwo mugani wari werekeranye n'ukuzoza kwa Yesu ubwiwe muri Isirayeli, aje kurondera ivyamwa, ariko arabibura. Ubu na ho, muri **Mariko 11:12-14**, Yesu aca umugani kandi yerekana ko Igihugu ca Isirayeli kizomwanka mu kuvuma uwo musukoni (**Mat 21:18-22; Mariko 11: 12-14, 20-24**).[53] Igiti c'umusukoni cari ikigereranyo c'igihugu ca Isirayeli (**Hos 9:10; Nah 3:12; Zekh 3:10**). Mu kuvuma igiti c'umusukoni, Yesu yariko aracira kw'iteka "ukwiyerekana" kw'idini kwo ku mubiri kwari kubuze ivyamwa vy'ukuri vy'impwemu. Yamara, yariko arakora ibirengeye ivyo. **Yer 5:17, 8:13, Hos 2:12; Amosi 4:9,** na **Mika 7:1-6** bose bavuga gucirwa kw iteka kw'ibiti vy'imisukoni nk'ibigize ugucirwa kw iteka n'Imana kwa Isirayeli. "Igisomwa gica kiza mu mutwe ubwa mbere mfatiye kuri iyi nkuru ni Mika 7:1-6, aho Umuvugishwa n'Imana yatangajwe n'ukwononekara n'indyane zari muri Yuda zivugwa nk'aho ari ukudashobora kwiwe kuronka 'agasukoni k'isega umutima wanje wipfuza.' Hakwirikijwe ayo majambo vyumvikana ko Yesu yari ashonje kumurongo wa 18, kudashobora kwiwe kuronkako uduhando tw'isega twa mbere two kurya birafise ico bisigura gikomeye c'ukugene ivyo umuhanuzi yabonye vyashikijwe muri Yerusalemu y'ico gihe no mu rusengero rw'ico gihe." (France 2007: 793) Yesu yafatanije ukuvuma igiti c'umusukoni n'aya majambo, *"Ntugapfe hari uriye ku nsukoni zawe uhereye ubu ugashitsa ibihe bidashira"* (**Mariko 11:14**; raba kandi **Mat 21:19**). Mu kuvuga ayo majambo, Yesu ntiyariko aranigana gusa n'uburyarya bw'idini (kubera yuko indyadya zishobora kwihana no guhinduka). Ahubwo, yariko aragaragaza yuko *ihanga* nk'icombo co gukwiragiza ubwami bw'Imana cahebwe burundu kandi kigakurwaho. Muri ubwo buryo nyene, ahejeje guhangarana n'Abafarisayo, akabarwanya, Yesu yari yavuze, ati, *"Igitewe cose, Data wo mw'ijuru atateye, kizorandurwa"* (**Mat 15:13**).

Ku **mirongo ya 20-26** abigishwa barabonye yuko igiti c'umusukoni Yesu yari yavumye ko cakabiranye, cumye. Igihe bagira ico bavuze kuri ivyo vyabaye, inyishu ya Yesu yari yerekeranye n'ukwizera kandi aravuga, ati, *"Ndababwire ukuri yuko umuntu wese yobwira uyu musozi, ati Shinguka utabwe mu kiyaga: ntabikekeranye mu mutima, ariko akizera yuko ico avuze gikorwa, azokibona"* (umurongo wa **23**). Icerekana uguhebwa kwa Isirayeli ni uguhebwa kw'Urusengero. Ivyo bigaragarira mu vyo Yesu yavuze vyerekeranye guterera *"uwu musozi"* mu kiyaga. "umusozi" kumbure wari ufatiye ku musozi wari wubatsweko urusengero, kuko uwo ni wo musozi wari ngirakamaro cane i Yerusalemu kandi Urusengero kenshi na kenshi rwari imvugarimwe n'umusozi rwari rwubatsweko. "Iyo mvugo yakoresheje ntiyabaye icaduka capfuye gushika uko nyene c'ukugene ugusenga n'ukwizera bishobora gukora ibintu nk'ivy'ukuvuma ibiti vy'imisukoni. Ni ijambo ridasanzwe ry'ugucirako iteka: Umusozi uriko urusengero ni, mu buryo bw'imvugo ngereranyo, gushingurwa ugatererwa mu kiyaga." (Wright 1996: 422)

---

[53] Igihe Yesu yabona ico giti, **umurongo 13**, *"Yabonye umusukoni uriko amababi, arawegera ngo kumbure yogira ico awukurako , awushitseko ntiyagira ico awubonako, atari amababi: kuko kitari igihe co kwama c'umusukoni."* Ibi ntibisigura yuko ukuvuma umusukoni kwa Yesu ko yari awuhoye ubusa, ko bitumvikana, kubera yuko "igiti c'umusukoni muri Palesitina carabako ivyamwa vy' insukoni za mbere ziteze neza, nk' ibitete vy'ibitumbwe, vyama biza, bitutuza imbere y'amababi. Ivyo bizwi kw'izina rya *taksh* kandi ni idya zisanzwe za *fellahin,* canke abanyagihugu. Ukutabako kw'ivyo bitumbwe cari ikimenyetso kigaragara c'uko uwo musukoni ari ingumba." (Smith 1970: 875)

Copyright © by Jonathan Menn 2021. All rights reserved.

Yesu arabandanya, ku **mirongo ya 23b-26**, akavuga mu buryo bwiyaguye ku bijanye n'urufatangane ruri hagati y'ukwizera n'ugusenga. Abigisha bigisha ubutumwa bwo"kuroranirwa" kenshi bavuga yuko iyo umuntu asengeye ikintu gifadika c'ubutunzi Imana isabwa kukimuha yanka yakunda. Bishimikiza ivyo Yesu yavuze ku murongo wa **23**. Uwo murongo ntushigikiye canke nta co usa usana n'ubutumwa bwo kuroranirwa. Ico yari afatiyeko cerekeranye n'ugucirwakw iteka na Yesu kw'ihanga rya Isirayeli n'Urusengero (imirongo ya **15-19**). Ico gisomwa cerekeranye n'ukuraba neza ko dufise ico dushingiyeko n'ihangiro hamwe n'uburyo tubayeho bw'ukuri kandi tukaba abanyakuri. Mbere n'ibindi vyagutse vy'ugushira mu ngiro vyerekeranye n'ukwizera n'ugusenga bijanye n'ukureka, n'uguheba kwiwe Isirayeli kubera, iryo hanga mu guheba no kwanka Yesu, iryo hanga, ico gihugu cagaragaje yuko kitari gifise ukwizera Imana canke vya nkenerwa vyasabwa n'uburyo ico gihugu cari kibayeho ko vyoba icombo c'ugukwiragiza ubwami bw'Imana. Kubw'ivyo, Yesu yashimangiye, abwira abigishwa biwe (na twe ni vyo atubwira) yuko ico twizeye gitegerezwa kuba ari Imana, atari ubutunzi canke ibintu (**umurongo 22**; rab akandi **Yak 4:3**). Kanatsinda, ibintu dukwiriye gusaba canke gusengera ni *"ibihwanye n'ubugombe bw'Imana"* (**1 Yohana 5:14**; raba kandi **1 Yohana 3:22**). Ikindi, ugusenga kwacu gukwiye kuba kwiburuka kuvuye mu bugingo bwera bw'uguharira, atari ukwikunda, ukwikwegerako n'ubukunzi bw'inda (**imirongo 25-26**). Ku **mirongo ya 25-26**, Yesu yariko arasubiramwo ivyo yaja yaravuze muri rya "Sengesho ry'Umwami" Yesu yigishije abigishwa biwe ukugene bakwiriye gusenga (**Mat 6:14-15**).

2. <u>**Imirongo ya 15-19—**Yesu ahumanura urusengero</u>

Muri iyi mirongo, Yesu "ahumanura urusengero" mu guhindira hanze abaruguriramwo n'abarudandarizamwo n'abavunja amahera (raba kandi **Mat 21:12-13; Luka 19:45-46; Yohana 2:13-16**). Mu gukora ivyo, Yesu yisunze ibivugwa muri **Yes 56:7** (*"ingoro yanje izokwitwa inzu yo gusengerwamwo n'amahanga yose"*), ari ikigize ubuhanuzi (**Yes 56:3-8**) ko Imana izohamagara Abanyamahanga bakaza kuri yo mu "rusengero" rwayo (*"umusozi wera"*). Vyongeye yafatiye kuri **Yer 7:11** (*"isenga ry'abambuzi"*), iryo jambo na ryo rikaba rigizwe n'ijambo ryavuye ku Mwami (**Yer 7:1-11**) ko Imana yabonye ingene Isirayeli itarenganuye abarenganijwe, ingene yacinyije abanyamahanga n'abatagira kivugira, ingene yasheshe, yamenye amaraso y'inzirakarengane, y'abatacumuye, kandi ikaba yifatanije n'izindi mana. Ababangamiwe bateye ikora ico gikorwa ahanini ni Abanyamahangakubera yuko "Abasadukayo bari bashize isoko,akaguriro k'intama mu kibanza abanyamahanga basengeramwo iyo baje muri urwo rusengero rw'I Yerusalemu gusenga [mu yandi majambo, uruhande Abanyamahanga bicaramwo]. Kubera Abanyamahanga ata handi hantu bari bemerewe kwicara muri urwo rusengero, Yesu mu gukora gurtyo, abaherezi bari bigaruriye ikibanza abanyamahanga basengeramwo. Imana yari yategetse ko Abanyamahanga bizeye bari bakeneye ikibanza, aho basengera, ariko Abasadukayo bahitamwo, bafata ingingo yuko ku misi mikuru n'imisi amadini yaterana n'imisi yo gusenga bobo bari bakeneye isoko, akaguriro kurusha ibindi vyose, kurusha gusenga." (Vander Laan na Markham 1996: 158)

Ikintu gikuru Yesu yari ashingiyeko mu guhumanura urusengero ni uko nk'uko Imana yari yahevye urusengero rwa mbere mu mwaka wa 586 Imbere y'Ivuka rya Ysu kubera rwari rwononekaye rwononwa n'umuryano n'ibiturire, ni ko n'urusengero rwari i Yerusalemu rwategerezwa gusubirizwa n'urundi "Rusengero" ruhambaye, rwiza kandi rukomeye kurusha urwariho kubera rwari rwononekaye, kandi rutari rugikora ivyo rwari rugenewe gukora. "Hejuru y'ivyo Yesaya na Yeremiya bavuze, ico kintu cabaye categerezwa kuboneka no kumenyekana, nk'uko abanditsi benshi mu misi iheze babihaririyeko, dufatiye ku gushira mu ngiro no mu gukora nk'uko Yesu yakoze muri kiriya gihe twokwisunga Zekariya. Ukwinjira mu gisagara nk'umwami, hamwe n'ububasha bwa Yesu nka Mesiya ku Rusengero . . . vyibutsa Zekariya 9.9 na 6.12; ku kugabishwa kw'ikintu gikomeye kizoba nk'uko vyavuzwe kuri 14.1-5. Ikindi, ivyariko biraba muri ico gihe bivuga ki bikorwa bihambaye aho YHWH azoshinga ubwami bwiwe rimwe rizima kandi ubudasubirwamwo (14.9), aho Abanyamahanga bazoza na bo gusenga (14.16-19). Muri ivyo vyariko biraba, bishoboka yuko igikorwa Yesu yakoze nk'uko Mariko yacanditse muri Mariko 11.16, aho Yesu yankira umuntu wese gucana imbombovu mu Rusengero (ikintu kandi cabujijwe mu bisomwa vy'abigisha), vyari bifatiye ku bikorwa vy'uguhumanura' vy'iyo nkuru, kandi ikibirengeye, cari ikindi kigereranyo, cerekana, mu buryo bunyegejwe mu gufatira kuri Zekariya 14.20f., ko 'umusi' wari urindiranywe igishika washitse." (Wright 1996: 422)

Gusohora abavunja amahera bishobora kuba vyarahagaritse gatoya ugutanga ibimazi mu kwugara uburyo ivyo bikoko vyazanwa n'uburyo vyatangwa. Nimba ari uko biri, vyongeye vyari kwerekana yuko intumbero y'ugutanga ibimazi vy'urusengero kugira ngo abantu babone guharirwa ivyaha vyari birangiye. "Badafise amahera yemerwa, abaje gusenga ntibari gushobora kugura ibikoko vy'ugutanga ko ibimazi. Hatariho ibikoko, ikimazi nticashobora gutangwa. Hatariho ikimazi, Urusengero rwari rutakaje *ico rwari rubereyeho*

Copyright © by Jonathan Menn 2021. All rights reserved.

[igituma rwariho]. Ko Yesu yahagaritse ugutanga ibimazi igihe gito biragaragaza neza iciyumviro c'igikorwa c'ikigerreranyo. Ntiyariko aragerageza kuzana ibintu bishasha, ahubwo yariko arerekana ugucirwakw iteka. . . . Igikorwa ca Yesu cerekana ukwizera kwiweyuko, mu kuzogaruka i Siyoni, YHWH ntazogerera mu Rusengero, aha agaciro ugutunganywa kwayo n'ikibanza hamwe n'igikorwa carwo mu kinjana ca mbere c'ikigereranyo c'isi y'Abayuda . . . Uguhagarika giturumbuka kwa Yesu ibintu vyakorerwa mu Rusengero vyagereranywa n'ukuzosamburwa, n'ukuzosambuka kw'urwo Rusengero kuzoshikira abari babihagarariye bo muri urwo runganwe, bo muri ico gihe." (Wright 1996: 423-24)

Icongeweko, mu vyagezwe vyo mw'Isezerano rya Kera, umuntu wese yaba afise agasembwa ku mubiri ntiyemererwa kugira ico akora mu Rusengero (**Lew 21:16-24**). **Yes 56:3-8** yavugishijwe yuko hazobaho abantu bashasha b'Imana *"mu nzu Yanje,"* harimwo n'Abanyamahanga n'abafise agasembwa ku mubiri. "Yesaya yavuze ko mu misi y'iherezo, igihe Imana izohishura ukugororoka kwayo, ukuvuka mu buryo bw'umubiri canke ukugira agasembwa ku mubiri [uburorero, abanyamahanga, inkone] si vyo bizoba biha uburenganzira abantu bwo kwitwa abantu b'Imana. Abanyamahanga 'bazokwifatanya n'Umwami, n'Uhoraho, bamukorere, bakunde izina ry'Uhoraho kandi babe abashumba biwe, n'abakozi biwe' (56:7). . . . Ikizofatirwako kugira ngo umuntu yongere yinjizwe mu mu gusubiza uko ibintu vyahoze kuri YHWH n'ugushingwa kw'ubwami bwiwe ntibifatira ku moko, canke ku bo umuntu yavutseko ariko bifatira ku mutima umetse, n'ukunywaguka kw'umutima [57:15] hamwe n'ugukora ivy'Imana igomba bigororotse kuri ayo masigarira Imana izogirira imbabazi (58:7-14)—abo 'bahungira' kuri, muri YHWH 'ni bo bazokwegukira igihugu kandi baragwe umusozi wera' [57:13], bose 'abari kure n'abari hafi' [57:19]. Ibi bisigura yuko mu buhanuzi bwa Yeaya icafatirwako kugira ngo umuntu abe umunywanyi wo mu bantu bo mu bihe vy'iherezo vy'abantu b'Imana vyahindutse mu buryo budasanzwe: ihihe YHWH azohindura Isi, bose Abayuda bihanye n'Abanyamahanga bihanye ni bo bazogira, ni bo bazoba ubwoko bw'isezerano, abantu b'isezerano." (Schnabel 2002: 41) Igihe Yesu yahindira hanze abavunja amahera, Matayo avuga yuko *"impumyi, n'abacumbagira baza kuri we mu rusengero arabakiza"* (**Mat 21:14**). Mu kwabura ivyavuzwe muri **Yesaya 56** bisigura yuko yariko ararema abantu bashasha b'Imana kandi agashitsa ubuhanuzi bwa Yesaya. Abo bantu bashasha b'Imana bose barangana baba Abayuda canke Abanyamahanga, bafise uburenganzira bumwe, abagore n'abagabo, abantu bo mu mahanga yose, bo mu moko yose, bo mu ndimi zose mu bu buzi bwose bse bitwa ubu "abaherezi" mu nzu nshasha y'ukuri y'Imana (raba **Ivyak 8:26-38; Gal 3:28; Ef 2:11-22; Kol 3:10-11; 1 Pet 2:5, 9; Ivyah 1:6; 5:9-10; 7:9**).

## <u>IBIBAZO VY'UGUHANAHANAKO IVYIYUMVIRO</u>

1. Ni kubera iki Yesu yavumye umusukoni? Hoba ari kubera yari ashavuriye ico giti kandi na we yari ashonje, na co kikaba kitariko insukoni zo kurya, canke na ho hai ikindi kintu yariko arerekana?

- None ukuvuma igiti c'umusukoni bihuriye hehe n'uguhumanura urusengero?

2. ukuvuma igiti c'umusukoni n'uguhumanura urusengero bikubarira iki ku bishavuza Yesu?

- None ivyo bifataniye hehe n'ibikorwa vy'idini dukora canke ikindi kintu ico ari co cose dukora?

3. Bagitangura, ikiganiro gihera ku **murongo wa 21** ni ikintu umengo nta co kimaze, kitajanye n'ivyariko biraba: ivyo Petero yavuze mu vy'ukuri si ikibazo kigaragara yari abajije, ariko Yesu "atanga inyishu" ku vyo Petero yavuze; mbere no ngaho, inyishu ya Yesu ntisa n'aho ifitaniye isano n'ivyo Petero yari yavuze. Mwibaza ko ari ubera iki Yesu yishuye Petero mu buryo yamwishuyemwo?

4. Ibisabwa ubwa mbere ni ibiki kugira ngo isengesho rigire ukwishurwa nk'uko Yesu yabivuze ku **mirongo ya 22-26**?

- Muri ivyo bisabwa ni ikihe kikugora cane gushitsa?

- Ivyo Yesu avuga ku gusenga bisa gute n'ukugene usenga mu vy'ukuri?

5. Guharira umuntu bisigura iki? Nimba twahariwe ubugarariji, icaha, n'umwenda twari dufitiye Imana tutari gushobora kuriha naho twari gukora ibishoboka vyose ivyo na vyo bikaba vyari gutuma tuba mu muriro w'ibihe bidashira, ariko tukaba twahawe ubugingo bushasha ngaha kw'isi tugahabwa n'ubugingo budashira ku buntu

Copyright © by Jonathan Menn 2021. All rights reserved.

bizovyara umunezero wuzuye, ni kubera iki bitugora guharira abandi bantu ivyo ari vyo vyose baba baducumyeko, batubabajeko, canke batugiriyeko nabi?

**11:27-33:** ***27 Bongera kuja i Yerusalemu. Akigendagenda mu rusengero, abaherezi bakuru n'abanyabwenge b'ivyanditswe n'abashingantahe baza kuri we, 28 baramubaza, bati N'ububasha ki bugutera gukora ivyo? Canke ni nde yaguhaye ubwo bubasha bwo kubikora?" 29 Yesu arabishura, ati Nanje hinge ndababaze ijambo rimwe, munyishure; mpeze ndababarire ububasha bunkoresha ivyo. 30 None ukubatiza kwa Yohana kwaturutse mw'ijuru, canke se mu bantu? Ni munyishure." 31 biburanya muri bo, bati Nitwavuga tuti Ni mw'ijuru, ahava atubaza, ati Ni iki cababujije kumwemera?' 32 Ariko mbega tuvuge tuti Ni mu bantu?"—Batinya abantu, kuko bose biyumvira badakekeranya yuko Yohana yavugishwa n'Imana. 33 Bishura Yesu, bati, "Ntituhazi." Yesu arababwira, ati "Nuko rero nanje simbabwira ububasha bunkoresha ivyo."***

**Imirongo 27-33—**Isoko y'ububasha bwa Yesu ishirwako akabaza

Ikibazo Yesu yabajije abarongozi b'idini, *"None ukubatiza kwa Yohana kwaturutse mw'ijuru, canke se mu bantu?"* (**umurongo 30**) cashize ahabona ivyo abarongozi b'idini biyumvira kibashira mu kuzazanirwa kandi vyongeye ico kibazo cagaragaje uburyarya bwabo. Kwishura ko "wavuye mw'ijuru" vyari kubazanira ingaruka mbi kuko barwanya Yesu, kubera yuko Yohana Umubatizi yari yarashinze intahe yuko Yesu yamusumvya ububasha, yuko Yesu yaruta kure Yohana Umubatizi (**Mariko 1:7-8**) kandi ko yari Umwagazi w'Intama w'Imana ukura ivyaha vy'abari mw'isi (**Yohana 1:29-34**). Ni co gituma, nimba ububasha bwa Yohana bwakomoka mw'ijuru, nta nkeka ko n'ubwa Yesu bwobwo bwakomoka mw'ijuru kurushiriza, ivyo na vyo nta kindi vyasigura kiretse yuko Yesu yari Mesiya. Nkuko R. Alan Cole abivuga, "ikibazo Yesu yababajije nticari umutego; ahubwo kari akandi karyo kuri bo ko kubona ko bari impumyi kandi bakatura uruhuni rwabo, kandi bakabona gusaba guhumuka. Icabo cari icaha kidaharirwa, ukwo kuguma bipfuza kumurwanya n'uruhuni ico ni co twokwita ukurogota kuri Mpwemu Yera, ugucumura kuri Mpwemu Yera (3:29)." (Cole 1989: 258)

## IBIBAZO VY'UGUHANAHANAKO IVYIYUMVIRO

1. Kubera iki inyishu yuko "wavuye mw'ijuru" y'ikibazo Yesu yabajije ku **murongo wa 30** yari, kuzanira akaga gakomeye ku kurwanya Yesu kw'abarongozi b'idini?

2. Ni gushika ku rugero uruhe, canke ni mu bihe ibihe, wirinda, wiyubara kuvuga ukuri canke gukora ivyo uzi yuko wari ukwiye gukora kubera ugutinya abantu (harimwo n'ubwoba bw'ivyo wiyumvira kw'abantu boca bakwiyumvirako)?

**12:1-12:** ***1 Atangura kubabwira mu migani ati Habaye umuntu yateye uruzabibu, aruzitirira uruzitiro, yimbamwo ubwato bw'ikinogo, yubakamwo umutara, arusigarana abarimyi, aja mu mahanga. 2 Hageze mw'iyera atuma umukozi ku barimyi, ngo aze yake abo barimyi ivyamuwe mu ruzabibu. 3 Baramufata, baramushishagura, baramurungika gusa. 4 Yongera kubatumako uwundi mukozi, uwo bamukubita uruguma mu mutwe, baramutetereza. 5 Atuma uwundi, uwo we baramwica: atuma n'abandi benshi, bamwe barabashishagura, abanda barabica. 6 Yari agisigaranye umwe, umwana wiwe akunda: hanyuma amutumako ati Bazosonera umwana wanje.' 7 Maze abo barimyi baravugana, bati Urya ni we samuragwa; ni muze tumwice, umwandu uze ube uwacu.' 8 Baramufata, baramwica, bamukwegera inyuma y'uruzabibu. 9 none nyen'Uruzabibu azogenza ate? Abo barimyi azoza abice rubi, uruzabibu arusigarane abandi. 10 Mbega ntaho murasoma iki canditswe, ngw' "ibuye abubatsi bagaye ni ryo ryahindutse irigumya imfuruka"; 11 ivyo vyavuye k'Uhoraho, kandi ni igitangaza mu maso yacu'?"***

***12 Barondera ingene bomufata, batinya abantu: kuko bamenye ko ari bo yaciyeko uwo mugani; bamusiga hano, baragenda.***

**Imirongo 1-12—**Umugani w'abarimyi b'abagarariji

Amaze kwinjira i Yerusalemu ubwa nyuma, Yesu yakoze ibintu bibiri "ng'ugushira mu ngiro imigani" bisigura uguheba Isirayeli n'ugucirakw iteka igihugu ca Isirayeli—kuvuma igiti c'umusukoni n'uguhumanura urusengero. Ubu na ho, aca umugani kuri ico kintu nyene, isubiramwo kahise ka Isirayeli k'imigenderanire ifitaniye n'Imana kandi igaheraheherezwa n'ugucirakw iteka n'Imana. Ikigereranyo c'uyu mugani gikomoka muri **Yes 5:1-7**, yahanuye, yavugishijwe ku gusangangurwa kwa Isirayeli kubera akarenganyo kayo, ukutagororoka kwayo, hamwe n'ukudashobora kwama imbuto nziza. Yesu, mu vy''ukuri afata ivyo Yesaya yavuze kuri Isirayeli, akabigira ibigezweho, ibigezweko, kandi akavuga ibizokorwa kuri yo. Muri uwo mugani w'abarimyi

Copyright © by Jonathan Menn 2021. All rights reserved.

bo mu ruzabibu, nyenuruzabibu ni Imana, uruzabibu ni igihugu ca Isirayeli, abarimyi barwo ni abarongozi, abashumba ni abavugishwa n'Imana, samuragwa, Umwana ni Yesu. Muri **Mat 23:29-35** na **Luka 11:47-51** Yesu vyongeye avuga ku kugene Isirayeli yafashe nabi abavugishwa n'Imana. Ku murongo wa **8**, Yesu avuga, ati, *"Baramufata, baramwica, bamukwegera inyuma y'uruzabibu."* Ivyo vyabura, vyerekana ukuzobambwa kwiwe bwite akabambwa, ababarizwa inyuma y'irembo ry' igisagara (**Heb 13:12**). **Imirongo 9-11** ibura ukuzosangangura n'ugusamburwa kwa Isirayeli n'ukuremwa kwa Isirayeli nshasha y'ukuri igizwe n'abo bose—Abayuda n'Abanyamahanga mu buryo ata wuruta uwundi—bari "muri Kristo" (raba **Rom 11:11-26; Gal 3:28; Ef 2:11-22; Kol 3:10-11; Ivyah 5:9-10; 7:9**). Ku **mirongo ya 10-11** Yesu yasubiyemwo ivyavuzwe muri **Zab 118:22-23**, iyo ni yo Zaburi abantu baburamwo igihe basemerera *"Hoziyana! Hashemezwe uje mw'Izina ry'Uhraho!"* Mu gihe ca Yesu yinjira mu ntsinzi i Yerusalemu ari ku nyana y'indogoba imisi mikeya imbere yaho. Uwu mugani ni wo mu vy'ukuri utanga inyishu ku kibazo cabajijwe n'abaherezi bakuru, n'abanyabwenge b'ivyanditswe hamwe n'abashingantahe **11:28**, *"Ni ububasha ki bugutera gukora ivyo, canke ni nde yaguhaye ubwo bubasha bwo kubikora?"* Muri uyu mugani Yesu ariko aravuga, ati "Ndiko ndakora ibi nisunze ububasha bw'Imana, kuko Ndi umwana wiwe nk'uko vyahanuwe muri Zaburi"

## IBIBAZO VY'UGUHANAHANAKO IVYIYUMVIRO

1. Abantu bakuru bakuru bavugwa muri uyu mugani baserukiye ba nde (uburorero, nyenuruzabibu, uruzabibu, abarimyi, abashumba, n'umwana)? Uwu mugani werekana kahis egute kandi ukerekana ubuhanuzi gute?

2. None **Zab 118:22-23**, ari yo Yesu yasubiyemwo, yabuye ku **mirongo ya 10-11**, ifatanye gute n'uwu mugani?

3. Uwu mugani wishura gute ikibazo cabajijwe n'abanyabwenge b'ivyanditswe muri **Mariko 11:28**?

**12:13-17:** ***[13] Bamutumako bamwe mu Bafarisayo n'abantu ba Herode, ngo bamutegeshe amajambo. [14] Baje baramubwira, bati "Mwigisha turazi ko uri umunyakuri, kandi ko udatinya umuntu wese ku kigohe, kuko udatinya ijunja ry'abantu, ariko ko wigisha inzira y'Imana vy'ukuri. Mbega biremerwa gutanga ikori rya Kayisari canke ntivyemerewa? Turitange canke dusigeho?" [15] Maze amenye uburyarya bwabo arababaza ati, Mungereza iki? Ni munzanire idenariyo ndayirabe." [16] Barayizana. Arababaza ati: Iki gishushanyo n'ibi vyanditsweko ni ivya nde? Baramwishura bati: ni ivya kayisari." [17] Yesu arababarira, ati: Ivya Kayisari ni mubihe Kayisari, ivy'Imana mubihe Imana. Baramutangarira cane.***

**Imirongo 13-17—**"Ivy'Imana mubihe Imana"

Guhera mu mwaka wa 6 inyuma y'ivuka rya Yesu Abaroma basaba Abayuda gutanga ikori ry'umutwe; Abazelote barahakana, baranka kuriha iryo kori ry'umutwe, Abafarisayo baririha bidoga, aba Herode na bo baririhana umutima wose babikunze (Wessel 1984: 734). Iki kibazo gishaka gutega umutego Yesu. Inyishu "ego" yonyene canke "oya" yonyene vyatuma Yesu aba ashigikiye canke arwanije Abaherode canke abazelote. Inyishu "ego" yari kuba isiguye yuko benshi mu bantu bategerezwa kwihakana Kristo nka Mesiya, kuko bibaza yuko Mesiya azobagira abidegemvya akabakura mu minwe y'Abaroma. Inyishu "oya" yashobora kumushikana ku guhemukira Abaroma. Uburyarya bwari inyuma y'ico kibazo buratangaje. Ivyo bavuze, bati *"turazi ko uri umunyakuri, kandi ko udatinya umuntu wese ku kigohe, kuko udatinya ijunja ry'abantu"* vyerekana uburyarya bwabo bwite, kuko *"batinya abantu"* (**12:12**). Ikindi, Abafarisayo n'Abaherode bari abansi ariko bacurika imitwe hamwe bafise ico bashaka kwica no kwonona.

Ko Yesu yabasavye Idenariyo vyerekana yuko Yesu ubwiwe yari umworo. Ariko kandi vyabatumye kugaragaza uburyarya bwabo mu kuzana ikingorongoro kiriko igishushanyo ca Kayisari kandi bakagikoresha. Kubw'ivyo bariko barishura ikibazo cabo bwite. Inyishu ya Yesu iri mu buryo bubiri, *"ivya Kayisari mubihe kayisari, ivy'Imana mubihe Imana,"* ni iyishu ikomeye cane kandi yabahaye "kumutangarira". Inyishu yiwe yerekanye yuko atariko arigenza nka Mesiya w'umunyepolitike abantu benshi bari biteze. Agace ka mbere k'iyo nyishu karemeza yuko igihugu gifise ivyo gisaba vyemewe n'amategeko kuri twebwe nk'abenegihugu, kuko na co kiduha inyungu zimwe zimwe. Muri ivyo, ntibinyuranye n'ivyo Imana idusaba (raba **Rom 13:1-7; 1 Tim 2:1-6; Tito 3:1-2; 1 Pet 2:13-17**). Yamara, agace ka kabiri k'inyishu yiwe kerekana yuko igikorwa cacu kuri Reta atari co ntahara. Imana ni yo bubasha bwacu buza imbere y'ibindi vyose kandi Imana irigenga kuri Reta, kuko irayirengeye. Kuko idenariyo ryariko igishushanyo ca Kayisari, twebwe—abantu bose—turiko igishushanyo kandi twaremwe mw'ishusho Y'Imana tukaba dusa n'Imana (**Ita 1:26-27; 5:1; 9:6; Rom 8:29; 2 Kor 3:18; Ef 4:22-24; Kol 3:9-10; Yak 3:9-10**). Kubw'ivyo, ibwirizwa rya mbere kandi riruta ayandi yose ni *"Mukundishe Uhorah Imana yanyu imitima yanyu yose, n'ubuging bwanyu bwose, n'ubwenge bwanyu bwose,*

Copyright © by Jonathan Menn 2021. All rights reserved.

*n'inkomezi zanyu zose"* (**Mariko 12:30;** raba kandi **Mat 22:37; Luka 10:27**). Ikintu ca mbere c'Imana mu bugingo bwacu bisigura yuko hazobaho ubudasa mu gukurikiza ukwumvira reta, n'ukwumvira Imana. Igihe Reta yivye ikibanza c'Imana kandi bigatuma ukwumvira Imana kwacu kuba ukurengera akarimbi Reta, igikorwa cacu gitegerezwa kuba kutumvira Reta, mbere naho ivyo vyodukwegera gupfumgwa canke mbere no kwicwa. Intumwa zaratahuye ico cigwa mu ntango y'igikorwa cabo (raba **Ivyak 5:17-42**). Nk'uko Petero yabivuze, *"Igikwiye ni ukwumvira Imana kuyirutisha abantu"* (**Ivyak 5:29**).

**<u>IBIBAZO VY'UGUHANAHANAKO IVYIYUMVIRO</u>**

1. Kubera iki ikibazo "Dutange ikori rya Kayisari canke ntituritange?" cari ikibazo kigoye kuri Yesu?

2. Uwa*tu*domyeko ikidodo ni nde? None ibi bisigura iki ku kugene dukwiriye kubaho ubugingo bwacu?

3. Politike zacu n'ubutunzi bwacu (kandi mbere ubugingo bwacu muri rusangi) bitegerezwa kuba ingaruka z'imenyeshamana ryacu. Woba warigeze kuba mu bihe aho imenyeshamana ryawe rinyurana na politike canke ibindi vyizerwa vyawe, canke aho ikibano kigusaba ikintu wibaza yuko kinyuranye n'imenyeshamana ryawe?

- Wavyifashemwo gute, wabigenjeje gute?

- Twari kuvyifatamwo gute?

**<u>12:18-27:</u>** ***[18] Maze Abasadukayo baza kuri we, abahakana yuko ata kuzuka kuriho, baramubaza, [19] bati "Mwigisha, Mose yatwandikiye yuko mwene nyina w'umuntu ni yapfa, agasiga umugore wiwe, adasize umwana, mwene nyina akwiye gucura uwo mugore, ngw ahonore mwene nyina. [20] Habaye abavukana ndwi: uwa mbere ararongora, arapfa, ntiyasiga abana; [21] Uwa kabiri acura umupfakazi wiwe, na we apfa adasize abana; n'uwa gatatu aba artyo; [22] bose uko ari ndwi ntibasiga abana. Hanyuma ya bose, na wa mugore arapfa. [23] Mbega mw'izuka azoba muka nde muri bo?" Ko bari bamufise bose uko ari ndwi!***

***[24] Yesu arabishura, ati Igituma muzimira si uko mutamenye ivyanditswe, canke ubushobozi bw'Imana? [25] Aho bazozukira mu bapfuye ntibazorongora kandi ntibazoshingirwa: bazoba nk'abamarayika bo mw'ijuru. [26] Ariko ivy'abapfuye ko bazurwa, nta ho murasoma mu gitabu ca Mose hamwe havuga ivy'igisaka c'amahwa, ingene Imana yamubwiye, iti Ni jewe Mana ya Aburahamu, Imana ya Isaka, Imana ya Yakobo?' [27] Imana si iyo abapfuye ni iyo abariho: mwarazimiye cane."***

<u>**Imirongo 18-27—**Ubugingo bw'inyuma y'ukuzuka</u>

Ikibazo cabajijwe n'Abasadukayo ni ikibazo c'agasuzuguro. Batangura basubiramwo ivyabuwe mu **Gus 25:5**.[54] Ikibazo cabo ni ic'agasuzuguro kubera kiriko kiravuga ibi bikurikira ahanini, "kubera yuko abo bahungu bavukana uko ari ndwi badashobora kuronkera rimwe uwo mugore mu gihe c'ukuzuka, kubw'ivyo nta kuzuka gushobora kubaho."

Inyishu Yesu yatanze ivuga yuko hariho ibintu bibiri vy'urufatiro kugira ngo dushobore gutahura kamere k'ukuri: (1) Gutahura ivyanditswe, no (2) gutahura ububasha bw'Imana (**umurongo 24**). **Umurongo 25** werekana yuko ugushingira canke ugushingirwa (cane cane imibonano mpuzabitsina) bikenewe ngaha kw'isi gusa muri iki gihe, aho hariho ugupfa, kubera yuko ukuvyara ari ngombwa kugira ngo abantu babandanye kubaho. Ntibizoba bigikenewe mw'ijuru canke mw'isi nshasha kubera yuko abo bose *"bemerewe gushika muri ya si yindi no kuzuka mu bapfuye ntibarongora kandi ntibashingirwa; kandi ntibaba bagishobora gupfa, kuko baringaniye n'abamarayika, kandi ari abana b'Imana, kukw ari abana b'ukuzuka"*; ni co gituma, ukurongora n'ugushingirwa bitazoba bikiri ngombwa canke bitazoba bigikenewe (**Luka 20:35-36**). Ikindi, Abasadukayo ntibari bazi yuko ukuzuka atari ukwongera guhabwa izindi mpwemu gusa kandi ko atari isubirwamwo ry'ubu bugingo ariko ni uguhingurwa ugashitswa ku bundi bwoko bw'ubugingo n'ubundi buryo bwo kubaho, nk'uko Paulo abigaragaza neza muri **1 Kor 15:35-50**.

Ku **murongo wa 26** Yesu asubiramwo **Kuv 3:6** kandi agashimangira umuvugire wa kubu (*"N<u>di</u> Imana ya. . ." si "N<u>ari</u> Imana ya. . ."*). Yesu avuga yuko ivyo bisigura yuko Aburahamu, Isaka na Yakobo ubu bakiriho. Ibi mbere birasiguritse cane kurushiriza mu bivugwa muri Luka. Kandi ibi bisa n'ivyo Yesu yavuze turavye mu butumwa bwiza uko bwanditswe na **Luka 20:37-38** (raba kandi **Mat 22:31-32; Mariko 12:26-27**),

---

[54] Ibi vyitwa "ukurongora kwo guhonora umuryango" (kivuye mu rurimi rw'Ikiratini *levir,* "muramu w'umuntu") kandi vyari vyagenewe "gukingira umupfakazi kandi bikagamiza ukubandanya kw'umuryango" (Wessel 1984: 735).

Copyright © by Jonathan Menn 2021. All rights reserved.

*"Ariko abapfuye ko bazooka na Mose yabimenyekanishije hamwe havuga ivy'igisaka c'amahwa, aho yita Uhoraho Imana ya Aburahamu, n'Imana ya Isaka n'Imana ya Yakobo. Erega Imana si iy'abapfuye, ariko ni iy'abariho: kuko kuri yo bose bariho."* Ijambo Ijambo esu yakoresheje ko "bazooka" ku **murongo wa 37** ni *egeirō*, rimwe mu majambo ya mbere used mw'isezerano Rishasha risigura "kuzuka." Ikintu nyamukuru ngaha ni uko Yesu yariko arakoresha ururimi rw'"ukuzuka" rwumvikana kugira ngo avuge kuri Aburahamu, Isaka na Yakobo bari *hagati na hagati y'imibiri ibiri*, si mu mubiri wabo wa nyuma wazutse. Ikoreshwa ry'ijambo "kuzuka" kugira ngo avuge ku buzima tubayeho muri iki gihe muri Kristo (ubu ngaha kw'isi no mw'ijuru imbere yuko habaho ugusongongera, ukwinjira nya kwinjira mw'ijuru rishasha n'isi nshasha mu gihe c'ukuzogaruka kwa Kristo) co kimwe n'ugufatira ku kuzuka kw'umubiri kuzoba mu gihe c'ukugaruka kwa Kristo kurashimangirwa cane muri mw'isezerano Rishasha ryose. Nk'akarorero, **Ef 2:5-6** hakoresha amajambo nk'aya *"yatuzuranye na we, itwicarikana na we ahantu ho mw'ijuru, turi muri Kristo Yesu"* afatiye ku kuzuka kwo muri Mpwemu tuzuranwa na Kristo muri iki gihe, muri kubu (raba kandi **Yohana 5:24-29; Rom 6:4-5; Kol 2:12-13; Ivyah 20:4-6**).[55]

## IBIBAZO VY'UGUHANAHANAKO IVYIYUMVIRO

1. Akarorero k'Abasadukayo n'ikibazo cabo vyari gute impari y'ukurwanya ukuzuka?

2. **Kuv 3:6**, ari na ho Yesu yabuye ku **murongo wa 26**, hakora gute nk'impari y'ubugingo budashira n'ukuzuka?

3. Mu nyishu yahaye Abasadukayo, Yesu yatondetse ibintu bibiri nyamukuru mu gutahura kwacu ukugene ibintu bimeze. Ni ibihe?

- Muri ivyo bibiri, ni ikihe uzi kurushiriza canke utahura neza kandi wiyumvira yuko ushobora gukura gute muri kimwe uda*ta*hura cane nka kimwe wamaze gutahura canke ico wamaze kubamwo?

**12:28-34:** ***28 Haza umwe mu banyabwenge b'ivyanditswe yumva babazanya, amenye ko abishuye neza, aramubaza, at'Ibwirizwa ry'imbere muri yose ni irihe?" 29 Yesu aramwishura, at'iry'imbere ni iri, ngo Ni mwumve yemwe Bisirayeli: Uhoraho Imana yacu ni we Uhoraho wenyene. 30 Kandi mukundishe Uhoraho Imana yanyu imitima yanyu yose, n'ubugingo bwanyu bwose, n'ubwenge bwanyu bwose, n'inkomezi zanyu zose.' 31 Irya kabiri ngiri, mukunde bagenzi banyu nk'uko mwikunda: nta rindi bwirizwa risumba ayo." 32 Uno munyabwenge w'ivyanditswe aramubwira, ati Ni koko, Mwigisha uvuze ivy'ukuri yukw ari Imwe, nta yindi, atari yo yonyene: 33 kandi kuyikundisha umutima wose, n'ugutahura kwose, n'inkomezi zose, bo n'ugukunda mugenzawe nk'uko wikunda, biruta cane ibimazi vyose, vyoshejwe n'ibitoshejwe." 34 Yesu abonye amwishuranye ubwenge, aramubwira, ati:Nturi kure y'ubwami bw'Imana. Ntihagira usubir kwubahuka kugira ico amubaza.***

### Imirongo 28-34—Ibwirizwa rikuru riruta ayandi

Ku nyishu y'ikibazo c'abanyabwenge b'ivyanditswe, Yesu atangura yabura **Gus 6:4-5**. Ahera ngaha kubera yuko iyo mirongo ari ngenderwako. Itwibutsa Imana iyo ari yo kandi ko Imana iri hejuru ya vyose, kandi yigenga. Vyongeye itwibutsa ngombwa y'ukuba mu migenderanire myiza n'Imana, kuyigumizako amaso, kuyumviriza, kuyitega ugutwi no kugira ico ukoze kw'ijambo ryayo mu buryo bugaragaza urukundo tuyikunda no mu kuyizigira. Urukundo rwacu dukunda Imana rukwiye kuba ari rwo ruturanga ibihe vyose. Ku vyerekeranye n'ibwirizwa rya kabiri, Yesu yabuye ibivugwa mu ba **Lew 19:18**. *"Mukunde bagenzi banyu nk'uko mwikunda"* bikomoka ata gahigimango *"mukundishe Uhoraho Imana yanyu imitima yanyu yose, n'ubugingo bwanyu bwose, n'ubwenge bwanyu bwose, n'inkomezi zanyu zose."* Mbere, intumwa Yohana yavuze yuko gushira mu bikorwa ibwirizwa kabiri (gukunda mugenzawe) ni ikimenyamenya n'igipimo c'ukumenya yuko ushira mu ngiro ibwirizwa rya mbere canke ko utarishira mu ngiro (gukunda Imana): *"Umuntu ni yavuga, ati 'Nkunda Imana, akanaka mwene Data wundi, aba ari umubeshi. Kuko udakunda mwene data yabonye ntashobora gukunda Imana tabonye."* (**1 Yohana 4:20**) Impamvu ibwirizwa rya kabiri ari ikimenyamenya n'igipimo c'ibwirizwa rya mbere ni uko abantu bose baremwe mw'ishusho y'Imana, none rero ukugene dufata ishusho y'Imana vverekana ico tuyiyumvirako ubwayo. Ikindi, ijambo rikoreshwa ku

[55] Iki kibazo carahanahanyweko ivyiyumviro mw'ido n'ido muri Menn 2017: 203-10.

Copyright © by Jonathan Menn 2021. All rights reserved.

"Rukundo" muri aho hose ni *agapaō,* atari "ibigumbagumba gusa ariko [ari] ihame rikomeye rifata ibigize umuntu vyose" (Swift 1970: 877).

Kubera benshi muri twebwe dusanzwe tumenyereye ayo mabwirizwa abiri, ntitwiyumvira ku kugene ayo mabwirizwa ari ngenderwako mu vy'ukuri. Dushobora kuvuga yuko dukunda Imana, ariko mu vy'ukuri turayikundisha umutima wacu wose, ubugingo bwanyu bwose, ubwenge bwacu bwose, n'inkomezi zanyu zose ibihe vyose? Kandi no "gukunda bagenzi bacu nk'uko twikunda" mu vy'ukuri bisigura yuko dutegerezwa kumara umwanya ungana, inkomezi n'amahera turondera ineza y'abandi nk'uko tuwumara turondera ineza yacu. Nk'uko Yesu yabigaragaje neza muri ya nkuru y'Umusamariya w'imbabazi (**Luka 10:29-37**) na **Mat 5:43-48** (*"mukunde abansi banyu"*) ibwirizwa ryo *"gukunda mugenzawe nk'uko wikunda"* rirashika ku wo ari we wese, harimwo n'abadakunditse, abo tudakunda, abansi bacu, abatadukunda, abo mu bwoko butandukanye n'ubwacu, abo tutangana n'abo tutaciye muri bimwe. Umuntu ashobora kwiyumvira gusa uko isi yomera hamwe Abakristo bogerageza gukoresha aya mabwirizwa abiri mu buryo bukomeye kandi bugaragara.

## IBIBAZO VY'UGUHANAHANAKO IVYIYUMVIRO

1. Iyumvire cane kuri iki gisomwa, kuko ari kimwe mu bindi bisomwa vyinshi cinjira mu mutima w'ivyo Yesu n'Ubwami bw'Imana bisigura. Dukuramwo ivyigwa ki ku nyishu Yesu yahaye uwo munyabwenge w'ivyagezwe?

2. Mbega ivyo Yesu yavuze vy'ugukunda mugenzawe "nk'uko wikunda "bifise ingaruka ki ku cagezwe c' "ugukunda mugenzawe?"

3. None iki kintu citwa "urukundo" (Mu Kigiriki, *agapaō*, n'izina ryaryo, *agapē*) ni iki? Kugira ngo wishure ico kibazo ushobora gusesangura muri Bibiliya kugira ngo urabe aho iryo jambo ryakoreshejwe hose, urabe ingene risigurwa, ridondorwa, canke ikiriranga ahandi.

***<u>12:35-37:</u>*** ***35 Kandi Yesu yigishiriza mu rusengero, arababaza, ati "Abanyabwenge b'ivyanditswe bavuga bateyuko Kristo ari mwene Dawidi? 36 Dawidi ubwiwe yavugishijwe na Mpwemu Yera, aravuga, at'Uhoraho yabariye umwami wanje, at'Icara i buryo bwanje, ushitse aho nzoshirira abansi bawe musi y'ibirenge vyawe."' 37 Dawidi ko ari we amwita Umwami, none ivyo kuba umwana wiwe vyavuye hehe?" Abenshi mw'ishengero banezererwa kumwumva.***

### <u>**Imirongo 35-37—**Kristo ni Umwami</u>

Inyuma yuko Yesu yinjiye i Yerusalemu, abarongozi b'idini bari bagumye bamubaza ibibazo, kenshi na kenshi bashaka kumutega imitego, guhera ku kibazo kivuga ngo *"n'ububasha ki bugutera gukora ivyo?"* (**11:28**). Inyishu yiwe yahaye abanyabwenge b'ivyanditswe ku vyerekeranye n'ibwirizwa rikuru kurusha ayandi, *"nta n'umwe yasubiye kwubahuka kumubaza ikibazo"* (**umurongo 34**). Ni co gituma ubu, Yesu yaciye afata ico kibanza c'ububasha mu rusengero kandi abaza ikibazo gishika ku mutima c'uwo ari we kandi n'akamere k'ububasha bwiwe. Inkuru ya Mariko ibivuga mu buryo bufobetse yuko ikibazo ca Yesu cari cerekejwe ku barongozi b'idini n'abanyabwenge b'ivyanditswe. **Mat 22:41** na **Luke 20:39-41** harabisigura neza yuko ikibazo ciwe cari cerekeje ku Bafarisayo n'abanyabwenge b'ivyanditswe.

Yesu mu kanya gaheze yari yamenyekanishijwe na Barutimayo (**10:47-48**) nka Mesiya Umwana wa Dawidi. Ubu na ho Yesu yakiriye ico cubahiro kandi ahishura yuko Umwana wa Dawidi atari umuntu buntu gusa, ahubwo ni Uhoraho, ni Umwami ubwiwe. Ivyo abikora mu kwabura ivyavuzwe muri **Zab 110:1**. Inkuru ya Matayo kuri iki kintu cabaye atanga ivyabanjirije kubaho kurusha uko Mariko abidushikiriza. Nk'uko Matayo abivuga, Yesu yabajije Abafarisayo ico biyumvira kuri Kristo: *"Ni mwene nde?"* (**Mat 22:42**); bamwishuye ko ari "*mwene Dawidi"* (**Mat 22:42**). Kristo mu nyuma yabuye **Zab 110:1** na yo ivuga, iti *"Uhoraho yabariye Umwami wanje."* Maze rero aca arabaza, ati *"nimba Dawidi* [ari we yanditse Zaburi] *na we yamwise 'Umwami,' none yoshobora ate kuba umwana wiwe?"* (**Mat 22:45**; raba **Mariko 12:37**). Yesu yariko arirabishako, yivugako ubwiwe nka Mesiya, "Umwuzukuru" wa Dawidi," kandi ko yakomotse mw'ijuru (raba Goppelt 1982: 83 ["Ijambo 'Umwami' (*kurios*)rimugira uwungana, uwuringaniye n'Imana"]). Abanditsi b'Isezerano Rishasha baratahura ico Yesu yariko aravuga. **Zab 110:1** yacice igisomwa nyamukuru mw'Isererano Rishasha (hariho ahantu 21 ayo majambo yakoreshejwe canke afatirwako mu banditsi benshi bafatirako mu vyanditswe vyo mw'Isezerano Rishasha). Akamaro k'ibi ku Bakristo b'abanditsi bo mw'ishengero rya mbere, cane cane bafatiye ku vyo bizera ubwabo vy'uko hariho Imana imwe rudende mu Bayuda, cari gikomeye cane. "[**Zab 110:1**] yashobora nk'akarorero gusomeka nk'aho isigura gusa yuko Mesiya

Copyright © by Jonathan Menn 2021. All rights reserved.

ahawe icicaro c'icubahiro nk'ikintu gikomeye iruhande y'intebe y'ijuru, aho yicaye ata co ariko arakora arindiriye ukuzokwinjira mu nganji yiwe yo kw'isi. uku ni ko bamwe mu bigisha bagiye kubisoma mu nyuma. Biratomoye neza yuko Abakristo ba mbere babisoma mu buryo bunyuranye n'uko abigisha babisomye mu nyuma: nk'uko gushira Yes uku ntbe y'ubwami y'ijuru ubwaryo, agashira mu ngiro inganji y'Imana ubwayo hejuru y'ibintu vyose." (Bauckham 1998: 29) Raba neza hariho Ubutatu bweranda mu **murongo 36**: Dawidi, yanditse iyo **Zaburi 110**, yari "muri Mpwemu Yera" aravuga, ati, "Uhoraho" (mu yandi majambo, Data) yabwiye "Umwami wanje" (mu yandi majambo, Umwana)."

Ubwa nyuma, ikoresha rya Yesu **Zab 110:1** ni ubuhanuzi bufobetse canke budatomoye y'ukuzozuka kwiwe kwari kugiye kuza, ukuduga mw'ijuru kwiwe, n'ugushirwa hejuru, hejuru y'ivyo yatangaje yuko ari Umwana w'Imana yakomotse mw'ijuru. Impamvu tuyisanga mu vyo Paulo yavuze ku kuzuka no ku kuzogaruka kwa Kristo (mu yandi majambo, *parousia*) muri **1 Kor 15:20-57**. Muri ico gisomwa, **umurongo 26** utubarira yuko *"umumenja w'imperera azotsindwa ko ari rupfu."* Urupfu ubwarwo ruzokurwaho kuri *parousia* (imirongo ya **50-57**). Kubw'ivyo, Kristo ategerezwa kuba yatanguye inganjo yiwe imbere si inyuma ya *parousia*.[56] Kanatsinda, "inganji" ya Kristo yatanguranye n'ukuzuka kwiwe hamwe n'ukuduga mw'ijuru kwiwe, ubu na ho yicaye i buryo bw'ukuboko kw'Imana aho aganzira mu bubasha (raba **Mariko 16:19; Luka 22:69; Ivyak 2:22-36; 7:55-56; Rom 1:4; 8:34; Ef 1:20-22; Flp 2:9-10; 3:20-21; Kol 1:13; 3:1; Heb 1:3; 8:1; 10:12; 12:2; 1 Pet 3:22; Ivyah 1:5**; raba kandi Fee 1987: 747). Ibi bibonekera mu vyo Paulo yabuye canke afatirako kuri **Zab 110:1** (*"UHORAHO yabariye Umwami wanje, at'Icara i buryo bwanje, ushitse aho nzohindurira abansi bawe indava y'ibirenge vyawe'"*) ku **murongo wa 25** kandi na **Zab 8:6** (***"****Wamuhaye kuganza ibikorwa vy'amaboko yawe, wamuhaye gutwara ibintu vyose, ubishira musi y'ibirenge vyiwe"*) ku murongo wa **27**.

Keener avuga ku kamaro ka **Zab 110:1** yishimikije ibi vyariko biraba: "Iciyumviro ca Paulo c'ibihe vy'iherezo ngaha kivana n'insiguro yahaye Zab 110:1, igaca isobanurika neza kuri 15:25. Kubera yuko "Uhoraho" azoganzira I buryo bw'ukuboko kw'Imana gushitsa aho abansi biwe bose bazohindurirwa bakaba indava y'ibirenge vyiwe (Zab 110:1), Kristo atgerezwa kuganza ari I buryo bw'ukuboko kw'Imana muri iki gihe, muri kubu kugeza abansi biwe bose batsinzwe (15:25)." (Keener 2005: 127; raba kandi Bauckham 1998: 29-30; Hill 1988: 312-14; Smith 1999a: n.p.) Kristo yarashizwe hejuru kandi aganzira mw'ijuru ubu mu bwami bwiwe "buja" bwaratanguye. Ivyo biratomoye neza urabiye mu bindi bisomwa bivuga ku ngaji yiwe yo muri kino gihe: "Muri Kol. ii. 15 [Paulo] avuga ku kwigarurira *archai* ["abaganza"] na *exousiai* ["abafise ububasha"] [bose bavuzweko muri **1 Kor 15:24**] nk'aho mu vy'ukuri vyashikijwe mu Musaraba wa Kristo. Mu ba Rom. viii. 38, 39 yibaza yuko mbere n'ubu Kristo ari ku ntebe y'inganji kandi ari we ari hejuru y'urupfu n'ubugingo n'abafise ububasha n'abanyabushobozi kugira ngo ntihagire igitandukanya Abakristo n'urukundo rw'Imana rubonekera muri we." (Vos 1979: 245) Dufatiye kuri **Zab 110:1**, Kristo azobandanya kuganzira mw'ijuru *gushitsa* igihe abansi biwe bose bashizwe musi y'ibirenge vyiwe, baneshejwe. Ni *parousia* ubwayo izogaragaza ukwuzura kw'intsizi ya Kristo ya nyuma (mu yandi majambo, izomwinjiza mu gusongongera no mu kwinjira nya kwinjira mu ntsinzi—"ukutarashika," kw'igice gihoraho c'ubwami). Gruenler aheraheza avuga yuko, muri iki gisomwa gitoya, Yesu "atari mu buryo bw'igisokoranyo gusa yerekanye ko yakomotse mw'ijuru kandi akaba ari umuntu ariko kandi yahanuye, avugishwa biciye mu majambo ya Zaburi ku kuzozuka kwiwe kwari kugiye gushika n'ugushirwa hejuru kwiwe akicarikwa i buryo bwa Data. Ubwami bwa Yesu Mesiya burengeye rero inganji ya Dawidi ya politike n'ivyo abamurwanya bari biteze ku gihugu. Intambara yiwe iri ahanini mu gutsinda ububasha bw'abadayimoni bakorera mu mwiza buri mu bigize abantu, mu bigize ibihugu, kubw'ivyo ihangiro ryiwe nka Mesiya ni ugutsinda abansi biwe akabashira musiy'ibirenge vyiwe (umurongo wa 36). Amaze guhishura ivyo akemeza ukuba Mesiya kwiwe Yesu ashitse ku kintu nyamukuru c'ububasha mu mpari yari afitaniye n'abasiguzi b'Ivyanditswe, abashirs musi y'ibirenge vyiwe kuko ubu ni we afise ububasha kandi ashitsa ico idini ry'Isezerano rya Kera ryari rihagarariye ryagaragarira mu rusengero." (Gruenler 1989: 790)

## IBIBAZO VY'UGUHANAHANAKO IVYIYUMVIRO

1. Inyishu ya yes uku kibazo cabajijwe ku **murongo wa 37** (mu yandi majambo, nimba Dawidi yise Kristo "Uhoraho," bishoboka gute ko Kristo yongera akaba umwana wa Dawidi)?

2. Ni gute **Zab 110:1**, yabuwe na Yesu ku **murongo wa 36**, iri mu buryo bw'ubuhanuzi kandi ni ibiki vvyariko birahanurwa, yariko aravuga ku biki mu buryo bw'ubuhanuzi?

[56] Ukugene amajambo atondetse mu rurimi rw'Ikigiriki ku murongo wa **26** vyerekana ibi. Ijambo ryahinduwe "kuvanwaho, gucibwa" (*katargeitai*) riri mu muvugire wa mugirirwa. Grosheide abivuga ko ibi, "Umuvugire uboneka kuri 26 werekana yuko urupfu *ruriko rurakurwaho.* Igikorwa kija caratanguye kubera yuko Kristo yazutse nk'Imishuzo." (Grosheide 1953: 368; raba kandi Fee 1987: 757; Thistleton 2000: 1234-35).

Copyright © by Jonathan Menn 2021. All rights reserved.

- Ivyanditswe vyerekana gute ko Yesu aganje *ubu*?

***<u>12:38-40:</u>*** ***[38] Kandi ababarira mu kwigisha kwiwe, ati Mwirinde abanyabwenge b'ivyanditswe, bakunda kugenda bambaye imvune, no kugirwako bwakeye mu tuguriro, [39] no kwicara ku ntebe z'icubahiro mu masinagogi, n'ivyicaro vyo haruguru aho batumiwe. [40] Barya ingo z'abapfakazi, kandi basengesha menshi bahumba: abo bazocirwa urubanza ruruta izindi."***

**<u>Imirongo 38-40—</u>**<u>Kugabishwa abantu ku bijanye n'uburyarya bw'Abanyabwenge b'Ivyanditswe</u>

Uku kugabisha ni kwo guheraheza igikorwa ca Yesu yakoreye ku mugaragaro i Yerusalemu. Inyuma yaho, inyigisho aca azerekeza ku bigishwa biwe gusa (no ku bategetsi b'Abayuda n'abategetsi b'Abaroma inyuma y'ugufatwa kwiwe). Ni ngirakamaro yuko igikorwa inyigisho za Yesu yigishirije mu bantu ziterekeranye n'ibigize dogitrine y'abanyabwenge b'ivyanditswe arizo zerekeranye n'ukugene bameze hamwe n'ukugene babayeho. Cole yerekana yuko abanyabwenge b'ivyanditswe "basesangura cane ivyanditswe vyo muri Bibiliya nk'uko n'abandi bakeya babikora; ntibakurwa kw'ijambo kandi bashaka ivyubahiro igihe cose begereye Bibiliya nk'uko bari bayizi. . . . Kuri abo bemera Bibiliya nk'itegeko ry'ukwizera n'inyifato bategerezwa kugira, nta rwitwazo rw'ukutumvira." (Cole 1989: 270). Jesu mu kuvuga yuko abantu nk'abanyabwenge b'ivyanditswe *"bazocirwa urubanza ruruta izindi"* (**umurongo 40**) ni ugushira mu ngiro ivyo yaja yavuze muri **Luka 12:48b**, *"Uwahawe vyinshi wese azobazwa vyinshi, uwabikijwe vyinshi ni we bazorushiriza kwaka vyinshi."* Ivyo yashikirije vyongeye vyerekana ivyo yavuze muri **Mat 6:2, 5, 16** ko abakora mu buryo bw'idini kugira ngo babonwe kandi bahabwe ivyubahiro, bamenyekane ku bantu *"baja bararonse impera yabo."* Mu yandi majambo, gukora mw'izina ry'Uhoraho kugira ngo ubonwe kandi uhabwe icubahiro, umenyekane umenyekanishijwe n'abantu bija vyararonse impera yavyo muri iki gihe kandi bizotsindwa, bizohabwa igihano cavyo mu gihe kizoza.

Ukwishira hejuru n'ugukunda canke uguhahamira amahera kw'abanyabwenge b'ivyanditswe ni ikibazo kuri benshi mu burongozi bw'ishengero uyu musi. Bibiliya ihishura ukugene Abakristo b'ukuri bakwiye kuba bameze, uburangagaciro, ivyo bashira imbere y'ibindi, ibituma bakora uko bakora, n'ingene bategerezwa kubaho. Igitabu carongora cane ishengero rya mbere, *Didache* (nko mu myaka ya 70-110), gishimikira cane ku kamaro ko gusuzuma igituma umuntu akora uko akora, ico aba ahekeyeko mu gukora ikintu kanaka n'ukugene abayeho kugira ngo bamenye ko ari umuvugishwa n'Imana w'ukuri canke ko ari umuvugishwa n'Imana w'ibinyoma canke ko ari intumwa y'ukuri canke intumwa y'ibinyoma. Ico gitabu kivuga, kiti: "Ubu naho ku bijanye n'intumwa n'abavugishwa n'Imana, bagenze uku gukurikira mwisunze itegeko ry'ubutumwa bwiza. Reka intumwa yose iza kuri mwebwe muyakire nk'aho yoba ari Uhoraho mwakiriye. Ariko ntikwiriye kuhamara umusi urenga umwe, kiretse bibaye ngombwa, aho na ho ishobora kwongera kuhamara uwundi musi. Ariko iyo ntumwa ni yahamara imisi itatu, azoba ari umuvugishwa w'ibinyoma. Kandi igihe intumwa ihavuye igiye, ntiyemerewe gutwara ikintu na kimwe kiretse umutsima gushitsa igihe izoronkera ahandi hantu ho kurara ijoro rikurikira. Ariko ni yasaba amahera, azoba ari umuvugishwa w'ibinyoma.

Vyongeye, ntimukagerageze canke ngo musuzume umuvugishwa n'Imana uwo ari wew wese avuga muri mpwemu, kubera yuko icaha cose kizoharirwa, ariko iki caha ntikizoharirwa. Yamara, si bose bavuga mu ndimi aba ari abavugishwa n'Imana, ariko kiretse iyo yerekanye inzira z'Uhoraho. Ingene yitwara n'ingene yifata ni ko umuvugishwa w'ibinyoma n'umuvugishwa n'Imana w'ukuri bazomenyekanira. Ikindi, umuvugishwa n'Imana uwo ari we wese atumizako ibifungurwa muri mpwemu ntazobiryeko; niyo yabiryako, azoba ari umuvugishwa w'ibinyoma. Niyo umuvugishwa n'Imana uwo ari we wese yigishije ukuri, ariko ntashire mu ngiro ivyo yigisha, aba ari umuvugishwa w'ibinyoma. Ariko umuvugishwa wese iyo abonetse ko ari umwizigirwa, uw'ukuri agakora ikintu afise iciyumviro c'ukwigaragaza mu buryo bw'isi iyo nsiguro y'ikintu c'ingereranyo c'ishengero (kiretse atabigishije gukora ivyo akora vyose we nyene) ntakwiriye gucirwa urubanza na mwe, kuko urubanza rwiwe ari Imana izorugatura. Hampande y'ivyo, abavugishwa n'Imana ba kera na bo nyene bakoze muri ubwo buryo. Ariko niyo uwo ari we wese yovuga muri mpwemu, ati, 'Mpa amahera,' canke ikindi kintu ico ari co cose, ntimumwumvirize. Ariko ni yababarira gutanga muha abandi bantu, bakenye, canke bari mu kibazo, atari we yisabira, ntihagire umuntu n'umwe amucira urubanza." (*Didache* 1989: 11.3-.12)

Ubwenge bwinshi n'icubahiro kinini bizana uruhara runini kandi abo bantu basabwa vyinshi. Icipfuzo c'abanyabwenge b'ivyanditswe co kimwe n'abarongozi benshi b'amashengero uyu musi bashaka kwemerwa n'abantu kandi bashaka kuba ba rurangiranwa n'ugutunga ibintu vyinshi bagaragaza yuko mu vy'ukuri badakunda Imana kandi ko badasenga Imana na gato. Nk'uko Yesu yabivuze muri **Mat 6:1**, *"Mwirinde ntimugakore ivyiza vyanyu mu maso y'abantu kugira ngo babarabe: Ni mwagira murtyo, ntimuzogira impera kuri So wo mw'ijuru."* Ikidutuma gukora ibintu n'icipfuzo cacu bigaragaza ukugene tumeze mu vy'ukuri muri mpwemu. Dukwiriye gufata nka nkama iyi mpanuro n'uku kugabisha Yesu yaduhaye ntitugerageze gutwikira

Copyright © by Jonathan Menn 2021. All rights reserved.

ukwipfuza kwacu n'ukwikumakumirako dukoresheje *"amasengesho marermare"* (umurongo wa **40**). Ntidushobora guhenda Imana.

**<u>IBIBAZO VY'UGUHANAHANAKO IVYIYUMVIRO</u>**

1. Ni inyifato zihe z'imbere mu mutima n'ubwenge bidutera gukora ibikorwa nk'ivyo Yesu yaciriyekw'iteka, yarwanije ku **mirongo ya 38-40**?

2. Ni mu nzira izihe Abarongozi b'Abakristo uyu musi barwa mu ngeso n'inyifato zisa n'izo Yesu yaciriyekw iteka muri iki gisomwa?

- None mweho *bibashikira* mu nzira izihe?

3. Abarongozi b'Abakristo *bari bakwiye* kubaho barangwa n'iki?

**<u>12:41-44:</u>** ***41 Yicaye yerekeye ku masandugu y'amahera, abona ingene ishengero rishikana amahera, bayaterera muri ayo masandugu: benshi b'abatunzi batereramwo menshi. 42 Haza umupfakazi w'umworo, atreramwo amasenga abiri, ni yo kuta. 43 Ahamagara abigishwa biwe, arababwira, ati Ndababwire ukuri, Uyu mupfakazi w'umworo ashikanye ibirengeye ivyo bose batereye mu masandugu: 44 Kuko bose bashikanye ku bisagutse, ariko we ku bworo bwiwe ashikanye ivyo yari afise vyose, n'ibimutunze vyose."***

<u>**Imirongo 41-44—**Ishikanwa rw'umupfakazi w'umworo</u>

Ibi bintu Yesu yitegereje vyatanzwe mu buryo bunyuranye n'ivyo yavuze ku bijanye n'abanyabwenge b'ivyanditswe ku **mirongo ya 38-40**. Mu buryo bunyuranye n'ivy'abanyabwenge b'ivyanditswe bironderera ubwabo ibintu vyiza, kenshi na kenshi babanje gucinyiza abapfakazi, uwu mupfakazi ngaha yari yatanze twose afise kandi atangana n'urukundo kandi n'ugukunda Imana, yariko ararondera ineza y'Ingoro y'Imana n'abandi. Yesu yitegereza yuko mbere n'ingabire y'amakuta abiri ishobora kugira insiguro nini mu vy'impwemu kurusha ingabire z'ishekeli ibihumbi n'ibihumbagiza canke amatalanto ibihumbi n'ibihumbagiza. Impamvu ni uko, dufatiye kw'ihame ry'ugutanga, ihame ry'ikimazi, ikintu kinini nyamukuru si igiciro c'ivyo umuntu atanze, ariko ni impamvu yamutumye atanga, n'ico asigaranye cacagutse ku vyo yatanze, ico yasigajje ahejeje gutanga. Muri iyo nzira nyene, ku rwego rwa kabiri rw'ico gisomwa "hashobora kuba harimwo ugucura intimba kw'agakekezo ku bijanye n'ivyagirwa *vyemera* ko uwo mupfakazi atanga utwo yari afise twose ntiyisigarize n'utwo aja kurarira" (Blomberg 1999: 144-45).

Mu mashengero yacu dukwiye kwiyubara ntiducinyize canke ngo dusabe abantu ibirengeye ivyo bashobora kuronka kugira ngo ntidusongere isibe abakene bari basanzwe bakenye. Hariho amashengero ashira hejuru mu bantu abashigikiza, abatanga amahera menshi, riko ntivbigere bemeza abakene bashobora gutanga uduhera dukeya. Amashengero nkayo afise ivyiyumviro nk'ivyo mw'isi kandi ntibabona yuko mu nyonga z'Imana abo bashobora gutanga amahera make cane ko bashobora kuba ari bo batanga menshi kurusha abafise menshi. Mu mashengero, nta nkeka ko dukwiye kwigisha abantu ivyerekeranye n'amahame ya Bibiliya y'ugutanga, ariko kandi turanakwiye kwigisha abantu ingene bategerezwa gukoresha amahera yabo neza n'ukugene bashobora kwibeshaho batarinze gutega amashi.

**<u>IBIBAZO VY'UGUHANAHANAKO IVYIYUMVIRO</u>**

1. Ni *ihame* irihe rijanye n'ugutanga Yesu yavuze ku **mirongo ya 43-44**?

2. Ni ikihe kintu canke ibintu dutegerezwa kwiga binyuranye biri hagati y'abigisha b'ivyagezwe (**imirongo 38-40**) n'umworo w'umupfakazi (imirongo ya **41-44**)?

3. Ni kubera iki dushobora kwemera igikorwa c'umupfakazi tukemezanya na Yesu amushingira intahe, akamwemeza, ariko ntidukwirikize akarorero kiwe? None twokosora gute iyo ngorane?

**<u>13:1-37:</u>** ***1 Ariko arasohoka mu rusengero, umwe mu bigishwa biwe aramubwira, ati Mwigisha, raba aya mabuye uko ari, n'iyi nyubako uko iri!" 2 Yesu aramubaza, ati Uraraba iyi nyubako ihambaye?***

Copyright © by Jonathan Menn 2021. All rights reserved.

***Ntihazosigazwa ibuye rigeretse ku rindi, ridasamburiwe hasi." 3 Yicaye ku musozi wa Elayono yerekeye ku rusengero, Petero na Yakobo na Yohana na Andereya baramubaza bihereranye, 4 "bati, Tubwire, ivyo bizoba ryari, ikimenyetso kizoba iki, c'igihe ivyo vyose bizoba bigira bishike?"***

***5 Yesu atangura kubabwira, ati Mwirinde ntihagire ubazimiza. 6 Benshi bazoza mw'izina ryanje, bati Ndi we; kandi bazozimiza benshi. 7 Kandi ni mwumva intambara n'impuha z'intambara, ntimuze muhagarike imitima: ntibizobura kubaho, ariko umuhero uzoba utaraza. 8 Kuko ihanga rizotera irindi hanga, n'ubwami buzotera ubundi bwami, isi izonyiganyiga henshi, amapfa azotera, ivyo ni itanguriro ryo kuramukwa. 9 "Ariko mwiyubare: kuko bazobashengerana mu manza, muzoshishagurirwa mu masinagogi, kandi muzohagarara imbere y'abaganza n'abami babampora, mube ikimenyetso kibabere icabona. 10 Ubutumwa bwiza bukwiye kubanza kuvugwa mu mahanga yose. 11 Kandi ni babajana babashengeranye, ntimuze muhagarike imitima ico muzovuga; ico muzohabwa cose muri ako kanya, muze mube ari co muvuga: kuko atazoba ari mwebwe muvuga, azoba ari Mpwemu Yera. 12 Umuntu azoshengerana uwo bavukana ngo bamwice, na se w'umwana azomushengerana, n'abana bazogabagabira abavyeyi babicishe. 13 Muzoba mwanswe na bose, babahora izina ryanje: ariko uwihangana, agashitsa iherezo, ni we azokira.***

***14 "Ariko aho muzobonera ca kizira c'ubuyobe bw'ubugesera gihagaze aho kidakwiriye, (usoma ni yiyubare), ico gihe abazoba bari i Yudaya baze bahungire ku misozi miremire. 15 Uzoba ari hejuru ku nzu ntaze yururutswe no kwinjira gusahura ikintu cose mu nzu yiwe: 16 Uzoba ari mu mirima ntaze asubizwe inyuma no gusahura umutamana wiwe. 17 Ariko muri iyo misi abazoba batwaye inda n'abonsa bazobaona ibara! 18 Kandi muze musenge kugira ngo ntibize bibe mu rushana. 19 Kuko iyo misi izoba iy'amarushwa atigeze kubaho, kuva kw'itanguriro ry'ibiremwa Imana yaremye ugashitsa n'ubu, kandi atazokwongera kubaho. 20 Iyaba Umwami Imana itogeruye iyo misi, ntihorokotse umuntu n'umwe, ariko kubwo abatoranijwe yatoranije, yarayigeruye. 21 Ico gihe ni hagira umuntu ababwira, ati Ehe Kristo ari hano; canke ati Ari hariya: ntimuze muvyemere. 22 Kuko hazokwaduka abigira Kristo, n'abigira abavugishwa n'Imana, bagakora ibimenyetso n'ibitangaza, kugira ngo bazimize n'abatoranijwe, ni vyashoboka. 23 Ariko mweho mwiyubare: raba ndabibabwiye vyose bitaraba.***

***24 "Ariko muri iyo misi, hanyuma y'ayo marushwa, izuba rizocura umwiza, n'ukwezi ntikuzoba kucaka umuco wakwo, 25 n'inyenyeri zizoba ziriko zirakoragurika ziva kw'ijuru, n'ivy'inkomezi vyo mu majuru bizonyiganyizwa. 26 Ni ho bazobona Umwana w'Umuntu aje mu bicu, ari n'ububasha bwinshi n'ubwiza. 27 Ni ho azotuma abamarayika, akoranye abatoranijwe biwe, bave mu birere bine, guhera ku mpera y'isi kugeza impera y'ijuru.***

***28 "Ni mwigire ku musukoni umugani wawo: ishami ryawo iyo ritoshe, amababi agatutuza, mumenye yuko agatasi kari hafi: 29 Ni uko namwe nimwabona ivyo bibaye, muze mumenye ko ari hafi, ku rugi. 30 Ndababwire ukuri: Ab'iki gihe ntibazorangira, ivyo vyose bitarashika. 31 Ijuru n'isi bizorangira, ariko amajambo yanje nta co azoba.***

***32 "Ariko uwo musi canke iyo saha, nta wubizi, ni yo boba abamarayika bo mw'ijuru, canke Umwana w'Imana, atari Data gusa. 33 Mwiyubare, mube maso, musenge; kuko mutazi igihe bizoshikira. 34 Ni nk'umuntu yasize urugo rwiwe, aja mu kindi gihugu, asigarana abashumba biwe urugo, kandi ahejeje kugerera umuntu wese igikorwa ciwe, abarira umuteramyi ngo yame agavye. 35 Nuko mwame mugavye, kuko mutazi igihe nyenurugo azozamwo, namaba ari ku mugoroba canke mu gicugu, canke mu nkoko, canke umutwenzi ukitse:— 36 Kugira ngo ni yaza giturumbuka, ntasange musinziriye. 37 Ariko ico mbabariye, ndakibarira bose, nti mwame mugavye."***

## <u>**Imirongo 1-37—**Ivyavugiwe ku Musozi wa Elayono</u>

Amajambo yavugiwe ku musozi wa Elayono (raba kandi **Mat 24:1-25:46; Luka 21:5-36**) ni amajambo ya Yesu maremare, afise akamaro kurusha ibindi vyose, kandi yerekana ido n'ido ry'ibihe vy'iherezo. Ayo majambo yitwa amajambo Yesu yavugiye ku Musozi wa Elayono, kubera yuko **Mat 24:3** havuga yuko Yesu yari yicaye ku Musozi wa Elayono igihe yavuga ayo majambo. Muri ayo majambo avuga ku kuzosenyurwa n'ugusangangurwa kw'i Yerusalemu n'urusengero vyabaye mu mwaka wa 70 Inyuma y'Ivuka rya Yesu, akavuga ku kuzogaruka kwiwe, agahanura abanywanyi biwe yisunze ivyo bizoba mu gihe c'iherezo, kandi agaheraheza atanga ivyiyumviro ku rubanza rwa nyuma, canke ku kuzoca amateka kwa nyuma igihe azogarukira.[57]

1. <u>**Imirongo 1-4—**Ibizingurutse ivyavugiwe ku Musozi wa Elayono</u>

"Benshi baremera bagahuriza hamwe mu kuvuga yuko Ivyavugiwe ku Musozi wa Elayono

[57] Ivyo Yesunyavugiye ku musozi wa Elayono vyarasuzumwe kandi bihanwahanwako ivyiyumviro mw'ido n'ido muri Menn 2017, igice ca VIII.

Copyright © by Jonathan Menn 2021. All rights reserved.

vyerekeranye na (a) Isirayeli yanse Kristo, (b) Kristo yanse Isirayeli, n'(c) ibibazo vy'abigishwa muri Matayo 24:3 [**Mariko 13:4; Luka 21:7**]" (Toussaint 2004: 474). Ico bashaka kwumva kurushiriza ni ivyerekeye urusengero. Igihe Yesu yava mu rusengero agiye ku Musozi wa Elayono, abigishwa biwe baramweretse ingene urusengero ari rwiza, rusharije. Yesu arabishura ababarira, ati *"ntimubona ivyo vyose? Ndababwire ukuri: Aha ntihazosigazwa ibuye rigeretswe ku rindi, ridasamburiwe hasi."* (**Mariko 13:2**) Ayo majambo yerekeranye n'urusengero ni yo yatumye Abigishwa babaza ibibazo, *"Tubwire, ivyo bizobaho ryari, kandi ikimenyetso kizoba iki c'ukuza kwawe n'ic'umuhero w'isi?"* (**Mariko 13:4**). Matayo yongerako yuko abigishwa bongeyeko iki kibazo, *"ivyo bizoba ryari kandi ikimenyetso kizoba iki, c'ukuza kwawe n'ic'umuhero w'isi?"* (**Mat 24:3**). Ivyo yavugiye ku Musozi wa Elayono ni inyishu Yesu yahaye ivyo bibazo.

2. **<u>Imirongo 5-13—</u>**<u>Ibimenyetso vy'ibihe</u>

Muri iki gice c'ivyo yavuze "Yesu avuga ku bintu bikuru bikuru bizoba imbere y'uko ivyo yavuze bishika. Tuributswa ku murongo [**umurongo 7**] ko umuhero utazoba urashika, ko igikorwa c'umusukanyi, umubeshi, n'impuha z'intambara n'ihanga ritera irindi, ko bidakwiye kuboneka nk'aho umuhero ugomba ushike ako kanya nyene (raba Luka 19:11); no ku murongo wa [**umurongo 8**] ko intambara, inzara, ugutigita kw'isi ari intango y'ukuramukwa, intango y'imibabaro." (Murray 1977: 388) Ko Kristo yafatiye ku bigishwa *"bazokwankwa na bose"* (**umurongo 13**) n'ukuvuga ubutumwa bwiza *"mu mahanga yose"* (**umurongo 10**) ni ivyibutsa "ikiringo congeweko ko ivyo bintu bizoba imbere yaho muri kahise bisaba ko bizoshitswa. Yamara, iki kigabane c'ivyo yavugiye ku musozi wa Elayono bidushikana ku bisa n'ivyo nk' 'ugushika nya gushika kw'iherezo' mu kibazo c'abigishwa bari babajije [**Mat 24:3**], ni ukuvuga, 'iherezo'—'hanyuma umuhero uzoca uza'. Dusabwa rero gutahura [**Mat 24:4-14; Mariko 13:5-13; Luka 21:8-19**] nk'aho ari uguca mu masonga ibizoba mw'isi." (Ico gitabu nyene) Uko ni ko *Didache* 16 (c. 70-110) yakoresha iki kigabane c'ivyo Yesu yavugiye ku Musozi wa Elayono.

3. **<u>Imirongo 14-23—</u>**<u>Ugusangangurwa kw'i Yerusalemu n'isubiramwo</u>

Iki kigabane gihera ku gusangangurwa kw'i Yerusalemu mu mwaka wa 70 Inyuma y'Ivuka rya Yesu, maze kigasubiramwo ibinntu vyose vyabaye muri ico gihe. **"**Ntibishoboka ko ari ukubandanya, kubera yuko [**imirongo 10, 13**] ari yo yadushikanye kw'iherezo. Bitegerezwa kuba, mu buryo kanaka, isubiramwo, impfunyapfunyo. Umwmi wacu yabwiye abigishwa biwe bitaraba ibindi bintu vyo kwongeramwo muri ico kiringo cavuzweko mu mirongo ya [**imirongo 5-13**], kandi akagabisha, agatanga n'impanuro zikwiriye ku bintu bizoba bigize ico kiringo." (Murray 1977: 388)

*"Ikizira c'ubuyobe bw'ubugesera"* (**umurongo 14**) cafatira ku vyavuzwe muri **Dan 8:13; 9:27; 11:31; 12:11.** Mu mwaka wa 167 Imbere y'Ivuka rya Yesu Antiochus Epiphanes, umwami w'aba Seleucid, yatanze ikimazi c'ingurube ku gicaniro kandi aca, akuraho ibimazi Abayuda bahora batanga. Ivyo vyatumye Abamakabayo bagumuka, mu myaka ya 167–164 Imbere y'Ivuka rya Yesu. (Bartlett 1993: 476; Metzger 1957: 132) Muri 1 Makabayo 1:54, *"Ikizira c'ubuyobe bw'ubugesera"* cakoreshejwe na Antiyokusi (Antiochus) mu guhumanya igicaniro co mu Ngoro. Nubwo vyari uko , mu kinjana ca mbere, benshi mu b'Isirayeli bizera yuko Antiochus atashikije mu buryo bwuzuye ivyo Daniyeli yeretswe ku bijanye n'"ikizira c'ubuyobe bw'ubugesera." Desmond Ford afatira ku vyo Daniyeli "yari yarasezeranye ko hazoza ubwami bw'Imana inyuma y'uguhumanywa kw'igicaniro, canke kw'ahera bikozwe n'umwami akora ivyo yishakiye. Yamara nta nkeka ko ubwami butazananye n'ukwongera gushikiriza Imana canke guhumanura ico gicaniro canke aho hera mu mwaka wa 165 Imbere y'Ivuka rya Yesu. Ni co gituma, biyumviriye yuko, amarushwa canke ivyago vyabaye kuri uyo mwami Antiochus vyategerezwa kuba imburi canke intango y'ayandi marushwa n'ivyago bikomeye kurusha ivyo vyari bigiye kuza." (Ford 1979: 157)

Ku vyavugiwe ku Musozi wa Elayono, Yesu na we nyene abona ibihe vya Antiochus nk'aho yari imponjo y'ivyari bigeye gushika, y'ivyari bibarindiriye. Yakoresheje urwo rurimi n'iyo mvugo nyene y'ubuhanuzi ayikoresha ukundi gusha—canke, ahubwo, ariko aravuga yuko ugushitswa nyakuri gufatiye ku kuzokwankwa na we kw'igihugu (gereranya **Dan 7:13** na **Mariko 13:26; Dan 8:13** na **Luka 21:24; Dan 9:27** na **Mariko 13:14; Dan 11:31** na **Mariko 13:14; Dan 12:1** na **Mariko 13:19**. Urusengero ruzokwongera guhumanywa kandi kandi mbere si n'ivyo gusa ruzosamburwa. Ivyo vyabaye mu mwaka wa 70 Inyuma y'Ivuka rya Yesu igihe Abaroma bongera guhumanya iyo ngoro mu kuyisangangura ntihagira ibuye risigara rigeretse ku rindi. Inyuma y'ivyo, uko ni ko Josephus umuhinga karuhariwe w'Umuyuda wo mu kinjana ca mbere mu vyerekeranye na kahise yabifashe: "Kandi ivyo vyarashitse, ko igihugu cacu caciye muri ayo marushwa mu gihe ca Antiochus Epiphanes, dufatiye ku vyo Daniyeli yeretswe, kandi yanditse imyaka myinshi imbere yuko ivyo biba. Mu buryo nk'ubwo nyene, mu nzira nk'iyo nyene Daniyeli na we yanditse ku bijanye n'intwaro y'Abaroma, kandi ko igihugu cacu kizohumanywa n'iyo ntwaro." (Josephus 1987a: 285 [*Antiquities:* 10.11.7])

Copyright © by Jonathan Menn 2021. All rights reserved.

Clement of Alexandria [c. 150-215] (1885: 1.21), Tertullian [c. 160-220] (1885: 8), hamwe n'umuhinga mu vya kahise wo mw'ishengero rya mbere yitwa Eusebius [c. 263-339] (1988: 86 [*Ecclesiastical History* 3.5.4]) na bo nyene bafashe ivyo Daniyeli yeretswe nko mu nzozi muri iyo nzira, muri ubwo buryo.

Kumenya neza *"Ikizira c'ubuyobe bw'ubugesera"* biragoye, ntibisobanuritse neza ariko gifatiye ku bintu vyabaye hagati y'imyaka ya 66-70 Inyuma y'Ivuka rya Yesu i Yerusalemu n'urusengero. **Luka 21:20** (*"Ariko ni mwabona i Yerusalemu hakikijwe n'ibitero, muze mumenye yuko ubuyobe bwaho bugira bushike"*) hafatira ku vyo Yesu yavuze muri **Mat 23:38** ati *"Raba inzu yanyu muyitanywe ari umusaka."* Ugukikuzwa n'ibitero si "umusaka" ubwawo ariko ni ikimenyetso, ni icerekana yuko ivyo "biri hafi." Ivyo vyerekana yuko ikizira c'ubuyobe bw'ubugesera ari ugusangagurwa n'ugusamburwa kw'urusengero n'igisagara (raba Pao na Schnabel 2007: 376). Dufatiye kuri ivyo vyose tuvuze aho hejuru, Rikk Watts yaratugabishije mu bwenge, "Kumbure kugerageza kuvuga udakekeranya ico ari co ikizira c'ubuyobe bw'ubugesera biragoye. Mariko 13, nubwo hafatira ku kintu cabayeho mw'isi, abivuga akoresheje imvugo y'ubuhanuzi buzobera ahantu kanaka [gucana amatigu]. Nk'uko bikunda kuba mu mvugo y'ubuhanuzi bwose, ikiraje ishinga ni insiguro y'ico kintu, si ukuvuga neza ingene ivyo bizogenda" (Watts 2007: 224).

Nubwo abantu bamwe bafata *"ikizira c'ubuyobe bw'ubugesera"* nk'aho cerekana Antikristo wo ku "muhero w'isi", uko si ko biri. Ukugabisha kwa Kristo agabisha abigishwa biwe yababriye ati, *"Ni mwabona"* ikizira c'ubuyobe bw'ubugesera canke Yerusalemu hakikijwe n'ibitero vy'abansi (umurongo wa **14**) vyerekana ivyabaye mu mwaka wa 70 Inyuma y'Ivyuka rya Yesu, kubera yuko Yesu yariko aravugana n'abigishwa biwe: "Mwa" ni umuvugire wa kabiri mu bwinshi, n'ibizoba mu mwaka wa 70 inyuamy'Ivuka rya Yesu vyari kuzoba mu gihe abigishwa biwe bazoba bakiriho. "Nta nkeka ko Yesu ntiyariko ararwanya urusengero rwo mu kinjana ca mbere yari ahagazemwo ([Mat] 24:1) mu kuvuga ko ari 'umusaka' ([Mat] 23:38), ahanura, avugishwa ku kuzosambuka kwarwo ([Mat] 24:2), hanyuma akishura ikibazo 'ivyo vyose bizoba ryari?' (umurongo wa 3), kandi akabagabisha ku bijanye n''ikizira c'ubuyobe bw'ubugesera" kizohagarara ahera h'ahera (umurongo wa 15) kugira ngo avuge ku vyerekeranye n'ugusangangurwa rw'urundi rusengero rutandukanye n'urwo yari ahagazemwo mu myaka ibihumbi bibiri (canke birenga) vy'inyumay'ico gihe yabivugiye!" (Gentry 1999a: 24)

Ikindi, aho hose hafatira kuri **Dan 9:27** na **11:31** herekana umuntu ari inyuma y'ico kizira c'ubuyobe bw'ubugesera, hamwe n'ivyabaye mu gihe c'Abamakabayo, "vyerekana umuntu yabayeho, atari umuntu yiyumviriwe gusa" nk'ikizira c'ubuyobe bw'ubugesera (Such 1999: 95). "mbere, umuntu adasanzwe ahagarriye Antikristo ku [**murongo wa 14a**] ntiwodusigira akantu na gatoya ku bigira ba 'Kristo b'ibinyoma' ku murongo [wa **22**]" (Ico gitabu nyene: 96). Ubwa nyuma, kubera Isirayeli nk'ihanga, nk'igihugu hamwe n'urusengero rw'iryo hanga vyari "ibicapu," "ibigereranyo," "ivyijiji," "amakopi," canke "uburorero" bw'ivy'ukuri vyo mw'Isezerano Rishasha (**Mat 5:17; 1 Kor 10:1-6; 2 Kor 3:12-16; Gal 3:23-4:7, 21-31; Kol 2:16-17; Heb 1:1-2; 8:1-10:22**), urusengero n'ibimazi vyarutangirwamwo vyarashikijwe kandi bikurwaho, birasazishwa muri Kristo Yesu (**Mat 5:17; Mariko 14:58; Yohana 2:18-22; 2 Kor 3:12-16; Gal 3:23-4:7; Heb 4:14-5:10; 7:1-10:22**). Ni co gituma naho hokubakwa urundi rusengero i Yerusalemu rwoba ari urusengero kigirwamana, rutoba rugifise insiguro n'imwe yo mu vy'imenyeshamana co kimwe n'urusengero rw'aba Hindu canke umusigitu w'Abaisilamu, nta na kimwe vyoba bitaniyeko, vyoba ari co kimwe. Nta na kimwe cobera muri urwo rusengero rwoba rwarasubiye kwubakwa coba *"ikizira c'ubuyobe bw'ubugesera."*

Ico kintu carabaye akayoberabahinga mu gusigura igituma Yesu yahanuye abantu guhunga bava i Yudaya (**imirongo 14-18**) nk'ahantu ho mu micungararo kandi hababo: "V. G. Simkhovitch haciye igihe kirekire ashitse ku mutima w'ico kintu igihe yabaza iki kibazo 'nimba ivyo vyari bifatiye ku muhero w'isi, vyotumye haba itandukaniro riki nimbi uwo muhero ari uwuzoza mu rushana canke mu ci?'Kandi na C. H. Dodd muri ubwo buryo nyene yemeza yuko ivyavuzwe muri iyo mirongo bihuye neza na neza n'ugukikuzwa n'ibitero. Kiretse niba iyi mirongo ifatiye ku gusamburwa n'ugusangangurwa kw'i Yerusalemu n'urusengero, Kristo mu vy'ukuri ntiyoba yari yishuye ikibazo abigishwa biwe bari bamubajije ari na co catumye avuga ivyo yavugiye vyose ku musozi wa Elayono." (Ford 1979: 65-66) Muri **Luka 21:20** impanuro y'uguhunga izokomoka, izoterwa *"n'igihe bazoba babonye ko Yerusalemu ikikijwe n'ibitero vy'abansi."* Muri **Mariko 13:14** ikintu kizotuma bahunga ni ukubona *"ikizira c'ubuyobe bw'ubugesera gihagaze aho kidakwiriye."* Yerusalemu yarakikuje kenshi n'ibitero vy'abasoda b'Abaroma (mu mwaka wa 66, 68, na 70 Inyua y'Ivuka rya Yesu) imbere y'uko hakomvomvorwa hagasamburwa burundu (Gentry 1999a: 48-50). Eusebius avuga yuko ishengero rw'i Yerusalemu ryari ryaribiwe ibanga ry'ijuru ry'uko ivyo bizoba imbere yuko iyo ntambara iba [kumbure yafatiye ku vyavugiwe ku Musozi wa Elayono] kandi kubw'ivyo baciye bava mu gisagara c'i Yerusalemu baja kuba mu gisagara c'i Pella hakurya ya Yorodani (Eusebius 1988: 86 [*Ecclesiastical History* 3.5.3]). Ivyo na vyo bishobora kuba vyabaye mu mwaka wa 68 inyuma y'Ivuka rya Yesu (Carson 1984: 501).

**Umurongo 19** ufatira kuri aya majambo avuga, ati *"kukw iyo misi izoba iy'amarushwa atigeze kubaho, kuva kw'itsnguriro ry'ibiremwa Imana yaremye ugashitsa n'ubu, kandi atazokwongera kubaho."* Harabayeho

Copyright © by Jonathan Menn 2021. All rights reserved.

ibitigiri binini cane vy'impfu, harimwo n'impfu z'Abayuda, mu ntambara zabaye guhera muri ico gihe (uburorero, Intambara z'isi Yose za mbere n'iza kabiri, kandi ubwicanyi bwabaye ubwa agahomerabunwa bwashitse ku bantu imiliyoni zitandatu z'Abayuda bapfuye mu ntambara ya kabiri y'isi yose). Ni co gituma, abantu benshi batabona ingene *"amarushwa ahambaye"* ashobora gufatire ku vyabaye mu mwaka wa 70 Inyuma y'Ivuka rya Yesu. Thariho n'imiburiburi impamvu zine z'igituma *"amarushwa ahambaye"* afatira ku vyabaye mu mwaka wa 70 Inyuma y'ivuka rya Yesu, ariko adafatire ku bizoba "ku muhero w'isi" gatoya imbere y'ukugaruka kwiwe.

- Ibizungurutse ivyavugiwe ku musozi wa Elayono. Ibizungurutse ivyavugiwe ku musozi wa Elayono bishiraho mu mwaka wa 70 inyuma y'Ivuka rya Yesu icatumye habaho *"amarushwa atigeze kubaho"* ayo Yesu afatirako. Vyose ivyo Kristo yavuze muri **Mat 23:38** ati *"Raba inzu yanyu muyitanywe ari umusaka,"* hamwe n'ivyavugiwe ku Musozi wa Elayono ubwavyo (**Mat 24:1-3; Mariko 13:1-4; Luka 21:5-7**) ahakuru vyerekeranye n'ugusangangurwa, n'ugukomvomvorwa, n'ugusamburwa kw'urusengero n'igisagara c'i Yerusalemu. Muri ubwo buryo nyene, *ivyariko biraba ico gihe nyene* c'ivyo Kristo yafatiyeko mu kuvuga *"amarushwa ahambaye atigeze kubaho"* vyerekeranye n'ivyabaye mu mwaka wa 70 Inyuma y'Ivuka rya Yesu. Mu buryo bw'indongoramvugo, hose **Mat 24:21** na **Mariko 13:19** hafataniriza hamwe *"amarushwa ahambaye atigeze kubaho"* ku vyariko biraba imbere yuko umwaka wa 70 w'Inyuma y#Ivuka rya Yesu ushika (mu yandi majambo, guhungira ukava i Yudaya) kubera iyo mirongo yose itangurirwa n'ijambo "kubera" (Ikigiriki = *gar*). Mu yandi majambo, igituma bahunga ni *"kuko [canke 'kubera'] hazoba amarushwa ahambaye atigeze kubaho"* (**Mat 24:21**) canke, nk'uko Mariko abivuga, "kuko [canke 'kubera'] iyo misi izoba imisi y'amarushwa" (**Mariko 13:19**). Igisomwa kibangabanganye n'ico muri Luka coco canditswe mu buryo bunyuranye mugabo bigasigura kimwe. **Luka 21:20-21** ni ho hashiraho ivyariko biraba kuri abo baba i Yudaya bagahungira ku misozi *"Ni mwabona I Yerusalemu hakikijwe n'ibitero."* Ko ayo mu vy'ukuri ari "amarushwa ahambaye" cari ikintu cariko krabera mu micungararo, nk'aho binyuranye n'ikintu cariko kirabera kw'isi yose, igihe c'iherezo, ni co cashoboje bakwirikira Yesu guhunga.
- Ivyo Yesu yavuze ni ukuri. Mu vyariko biraba muri Isirayeli n'i Yerusalemu, ivyo Yesu yavuze ku bizoba mu mwaka wa 70 inyuma y'Ivuka rya Yesu ko azoba amarushwa ahambaye atigeze kubaho kuva isi iremwa mu vy'ukuri vyabaye ukwo nyene. Umwanditsi w'Umuyuda wa Kahise yitwa Josephus wo mu kinjana ca mbere aravuga ido n'ido rw'ubukoko, ubwicanyi, ingwara, inzara, ukurya abantu, n'urupfu rw'abantu bangana 1.100,000 y'abantu baba mu gisagara n'abandi barenga 97,000 bafashwe mpiri bagirwa abaja (Josephus 1987b: 719-20, 737, 749 [*Wars:* 5.10.2-5; 6.3.3-4; 6.9.3]). Aheraheza avuga, ati, "Nta kindi gisagara na kimwe cigeze kigira amagorwa n'amarushwa angana nayo, kandi nta kindi gihe na kimwe cigeze kivyara urunganwe rw'ubukozi bw'ikibi kinuka girtyo nk'uko ico kinjana cabavyaye, guhera ku kuremwa kw'isi " (Ico gitabu nyene: 720 [5.10.5]). Carson yongerako ibi, "Harabayeho ibiharuro biruta ibi vy'abapfuye—imiliyoni zitandatu mu makambi y'aba Nazi mu Budagi, n'abandi baharurwa ko boba bangana n'imiliyoni 20 bishwe mu gihe ca Stalin—ariko ico gitigiri ntikingana n'abo bishwe I Yerusalemu ugereranije n'ababa muri ico gisagara ico gihe bishwe abandi bakagirwa abaja mu gihe c'ugusangangurwa kw'i Yerusalemu, mu gihe c'uguhona kw' i Yerusalemu " (Carson 2010: 563). Ikindi, mu buryo bw'*imenyeshamana* aya vy'ukuri yari "amarushwa ahambaye" kuri Isirayeli, nk'ingaruka, "ntibazoba bagifise urusengero nk'uko vyasabwa n'ivyagezwe vyabo " (Gentry 1999b: 198). Kubw' ivyo, guhera mu mwaka wa 70 Inyuma y'ivuka rya Yesu idini ry'Abayuda ntiryongeye gushobora gukora ivyasabwa n'Isezerano rya Kera.
- Ngombwa y'ibintu bizoba inyuma y'"amarushwa." Ivyo Yesu yavuze ku murongo wa **19** bisaba ikiringo kirekire *inyuma* y '"amarushwa" kugira ngo ivyo yavuze bishobore kwumvikana. "Ko Yesu kuri [umurongo wa **19**] asezerana yuko iyo misi izoba iy''amarushwa atigeze kubaho' vyerekana yuko atariko aravuga ku Marushwa azoba mu gihe c'iherezo; kuko nimba ibica bikurikira ari Ikimpumbi (imyaka igihumbi) canke Ijuru rishasha n'isi nshasha, birumvikana yuko kuvuga ko 'amarushwa ahambaye' nk'ayo atazokwongera kubaho" (Carson 2010: 563; raba kandi Lane 1974: 472; Schnabel 2011: 40n.30). ikindi, "umwami ntariko arafatira ku kuzogaruka kwiwe, canke na ho twoca twibaza igituma abigishwa biwe baba bakwiye gusenga kugira ngo bashobore guhunga bava i Yudaya ([Mat 24:]16): none vyomara iki guhungira ku misozi igihe Yesu Kristo azoba agarutse? None 'Urushana' rwoba ikibazo gute muri ico gihe?" (Gentry 1999a: 53) kubw'ivyo, kwongerako *"atazokwongera kubaho"* ku mperay'ivyo Yesu yavuze vyerekeranye n'ubukari bw'ayo*"marushwa"* vyerekana yuko hazobaho ayandi marushwa inyuma y'ugusenyua n'ugusangangurwa kw'i Yerusalemu, "kandi dufatiye aho nyene ukwongerwako ayo majambo kwerekeranye n'uko 'umuhero uzoba utaraza' bivugwa ku [murongo wa **7**]" (Beasley-Murray 1993: 419).
- Ikoresha rya Yesu ry'ururimi rw'ubuhanuzi, ukuvugishwa. Imvugo ya Yesu isa n'imvugo y'abavugishwa n'Imana kenshi na kenshi dusanga mu mburi z'ugucirwakw iteka zo muri Bibiliya, kandi

Copyright © by Jonathan Menn 2021. All rights reserved.

rero si itegeko ko izo mburi zifatwa uko nyene zanditswe. Imvugo nk'iyo turayisanga ahandi ku vyerekeranye n'ibintu vy'ivaduka bibi bizoba. Mu kuvuga ku kuzojanwa ari inyagano i Babuloni n'ukozosangangurwa kwa Yerusalemu mu mwaka wa 587 Imbere y'Ivuka rya Yesu, **Dan 9:12** avuga, ati: *"Kuko musi y'ijuru hose ata higeze kugirirwa nk'uko Yerusalemu hagiriwe."* Ku buhanuzi bwerekeranye n'ico kintu nyene cabaye mu mwaka wa 587 Imbere y'Ivuka rya Yesu,**Ezk 5:9** na we nyene akoresha amajambo asa n'ayo Kristo yakoresheje muri **Mat 24:21**: *"Kandi nzokorera muri wewe ico ntigeze gukora, mbere ntazokwongera gukora ukundi, nguhoye ibizira vyawe vyose."* **Ezk 7:5-6** harabandanya hagahamagara Abanyebabuloni kuza gufata Yerusalemu a *"umuhero urashitse, umuhero urashitse, urakuvundurukiye,* kandi yongerako, ati *Ehe uraje!"* Ivyo bisomwa bivuga ku "kaga kadasanzwe" kazoshikira Yerusalemu kandi katazokwongera kubaho. Nubwo biri uko, Yesu yakoresheje *nk'urwo* rurimi nyene ku vyerekeranye n'*ukundi* gucirwakw iteka kuzobaho (kandi kwarabayeho) kwongeye gushika kuri Yerusalemu. Ni co gituma, nubwo bamwe bashobora kwiyumvira yuko *"amarushwa ahambaye"* Yesu yavuze you ari amarushwa yo azoba ku muhero w'isi, mu vy'ukuri si vyo.

Nubwo ugufatira ku *"kizira c'ubuyobe bw'ubugesera"* no ku *"marushwa"* bifitaniye isano n'ivyabaye mu mwaka wa 70 Inyuma y'Ivuka rya Yesu, amahame asa nayo canke ivyijiji vyerekana imber y'igihe ibintu bizoba birashobora gukoreshwa ku bintu bizoba muri kazoza gatoya imbere y'Ukugaruka kwa Yesu Kristo, nk'uko ibikorwa vyari vyarahanuwe vyaravugishijwe vya Antiochus Epiphanes mu mwaka wa 167 Imbere y'Ivuka rya Yesu vyari icijiji c'ibintu bizoba kuri Titus n'Abaroma mu mwaka wa 70 Inyuma y'Ivuka rya Yesu.

**Imirongo 20-23** igaragara nk'aho ifatira ku kiringo cose kiri imbere yuko Yesu Kristo agaruka. Ivyiyumviro vy'uguhamwa n'abiyita Kristo ni vyo bigenga ikiringo cose c'imbere yuko Kristo agaruka, si akanya gatoyi imbere yuko y'umwaka wa 70 inyuma y'Ivuka rya Yesu. Uguhamwa canke amarushwa yavuzwe ku **murongo wa 20 v**yaravuzwe kandi no ku **mirongo ya 7-9, 12.** Ukugabishwa ku biyita ba kristo n'ukuzimizwa (**imirongo 21-22**) vyaravuzwe kandi vyomngeye mu **mirongo ya 5-6.** Ivyo bintu vyose ni ivyerekana ikiringo cose kiri hagati y'Ukuza kwa mbere kwa kristo n'Ukuzogaruka kwiwe. Ikindi, ku murongo wa **20** Yesu akoresha amajambo *"Iyaba Umwami Imana itogeruye iyo misi, ntihorokotse umuntu n'umwe."* Ivyo vyerekana ikintu kanaka cerekeranye n'isi yose kiriko kirakoreka, si ikintu Kibera ahantu hamwe gusa, kubera yuko urufatiro rw'ubugingo bw'abantu b'Imana bariko barakizwa rutandukanye mu buryo bubiri: mu mwaka wa 70 inyuma y'Ivuka rya Yesu abantu b'i Yudaya bahanuwe baburirwa babarirwa guhungira *"kiu misozi miremire"* kugira ngo bakize amagara yabo (umurongo wa **14**); imbere yuko Kristo agaruka vyongeye abantu bakizwa n'ukudahungira ku misozi miremire ariko bakizwa n'uko Imana "yageruye" iyo misi. Mu yandi majambo, amarushwa ni yo azokwerekana ikiringo cose kizobaho imbere y'uko Kristo azogaruka, kandi mbere ayo marushwa azokwongerekana, azokwunyuka gatoya imbere yuko Kristo agaruka, ariko Imana ntizokwemerera ibihe ko bihera, ntizokwemera ko isi yisambura yose, canke ko abantu bayo bose bahera kw'isi. "ukugerurwa kw'iyo misi *kubera abatoranijwe*," ntikwabaye ngombwa mu waka wa 70 inyuma y'Ivuka rya Yesu kubera yuko, nk'uko vyavuzwe ah hejuru, Abakristo bari baja bahungiye ahari umutekano. Abayuda batizera Imana ico gihe bagumye mu gisagara ntibari bakiri "abatoranijwe" n'Imana inyuma y'ukwanka n'uguhakana Kristo kwabo (**Mat 13:10-17; 21:18-22, 33-46; Mariko 11:12-14, 20-24; 12:1-11; Luka 20:9-18**). Ubwa nyuma, umurongo wa **24**, utangurira ukudondora ukuzogaruka kwa Kristo (*parousia*) uhera kuri aya majambo, *"Ariko muri iyo misi, hanyuma y'ayo marushwa."* Ibi vyongeye vyerekana yuko amarushwa azoba mu kiringo cose kizoba imbere y'Ukugaruka kwa Kristo. Intumwa Yohana yarabisobanukiwe igihe yavuga muri **Ivyah 1:9**, yiyise ubwiwe *"mwene So musangiye amarushwa n'ubwami."*

4. <u>**Imirongo 24-27—**Ukuzogaruka kwa Kristo</u>

Igihe Yesu avuga yuko, mu gihe c'ukugaruka kwiwe, hazoba utwumiza kw'ijuru tugizwe n'izuba, ukwezi, n'inyenyeri hamwe n'ivy'inkomezi vyo mu majuru bizonyiganyizwa (**imirongo 24-25**), urwo rushobora kuba ari ururimi rw'imvugo ngereranyo. Abvugishwa n'Imana bo mw'Isezerano rya Kera kenshi barakoresha ingorane mu vya politike n'uguhinduka kw'intwaro mu buryo bw'imvugo ngereranyo nk'aho ari ukugumuka kw'ivy'inkomezi vyo mu majuru canke uguhindura ivyaremwe ubwavyo. Imvugo ya Yesu yabuye canke ifatira ku bisomwa vyinshi vyo mw'Isezerano rya Kera bikoresha ururimi nk'urwo ku bintuvya politike vyaba biriko biraba: ubururero, **Yes 13:10, 13** (Abamedi banesha Babuloni); **Yes 34:4** (gucirwakw iteka kwa Edomu); **Yer 4:23-28** (Ugucirwakw iteka kwa Yuda bikozwe na Babuloni); **Ezk 32:7-8** (Babuloni hanesha Egiputa); **Amosi 5:20; 8:9** (Isirayeli inesha Ashuri). Ku rundi ruhande, ibimenyetso vy'ivy'inkomezi vyo mu majuru bishoboka kuba ari uko nyene vyavuzwe. "Biragoye kubimenya neza ko ari uko nyene bizogenda nk'uko vyavuzwe, ariko biboneka yuko ibintu bitera vyunyuka kurushiriza guhera muri [**Luka 21:11-25**]" (Nolland 1993: 1007). Dufatiye ku kugene bigenda birunyuka mu kuvuga ku bimenyetso vy'ibigize inkomezi mu majuru, Carson aheraheza avuga yuko ibimenyetso Yesu yatondekanije muri **Mat 24:29; Mariko 13:24-25; Luka**

Copyright © by Jonathan Menn 2021. All rights reserved.

**21:25-26**, “vyavuzwe kumbure kugira ngo bifatwe ko bizoshika uko nyene vyavuzwe, kubera uguhindagurika kw’ibirere kw’ukuzokwihishura kwa nyuma kw’Umwana w’Umuntu” (Carson 1984: 505).

Ugufatira kwa yesu k’ *“Umwana w’Umuntu azananye n’ibicu”* (umurongo wa **26**) wibutsa ururimi rwo mw’Isezerano rya kera aho ibicu kenshi na kenshi bihagarariye ubwiza bw’Imana n’ukugerera mu bantu kwayo (**Kuv 16:10; 19:9, 16; 24:15-16; 34:5; Lew 16:2; Guh 10:34; 11:25; Zab 18:10-13; 97:2; 104:3; Yes 19:1**). Vyongeye bifise ukuvangwa n’ibihe vy’iherezo (**Yes 4:5; Ezek 30:3; Dan 7:13; Zef 1:15**). Gufatira ku “kurungika abamarayika bakegeraniriza hamwe abatoranijwe biwe” (**umurongo 27**) na ho nyene herekana ururimi rwo mw’Isezerano rya Kera hamwe n’ivyo yaja yavuze kare ku bijanye n’ivyo ukuzogaruka kwiwe kuzozanana. Mu mugani wiwe yaciye w’uburon’urwamfu (**Mat 13:24-30, 36-43**) Yesu yari yavuze yuko, ku muhero w’isi, *“Umwana w’Umuntu azotuma abamarayika biwe, na bo bazotororokanya ibitsitaza vyose n’abakoze ibizira, babikure mu bwami bwiwe, bazobaterera mw’itanure ry’umuriro”* (**Mat 13:41-42**). Ikindi kigereranyo gisa n’ico *“uwusa n’umwana w’umuntu . . . yicaye ku bicu”* akimbura isi abifatanije n’abamarayika biboneka mu **Ivyah 14:14-20**, bifatira vyongeye kuri *parousia* n’uguca amateka kwa nyuma. Gufatira ku “kwegeranya abatoranijwe” bishobora kuba bifise isano n’Isezerano rya Kera rivuga ku bisomwa vy“ukwongera kwegeranya Isirayeli inyuma y’ikinyago” nko **Gus 30:3-4; Isa 27:12-13**, hamwe n’ ibisomwa vy“ukwegeranya abantu biwe abegeranirije ugucirwakw iteka” vyo muri **Zab 50:5**. *“imiyaga ine”* (**umurongo 27**) nta nkeka ko hafatira kuri **Zek 2:6**, kandi hagafatira kw’isi yose (raba kandi **Yer 49:36**). Yesu yafashe ibisomwa bivugwa mw’Isezerano rya Kera abifatiye ku vyariko biraba ico gihe ca mbere vyavugwa vyashikijwe mu gihe Abisirayeli bagaruka bavuye mu kinyago (**Gus 30:3-4; Yes 27:12-13; Zek 2:6**), maze akabikoresha nk “ibigereranyo” vyatunga agatoki kuri we vyerekeza kuri we ubwiwe na *parousia.* Umugani w’uburo n’urwamfu n’ivyo Yesu yavuze muri **Mat 16:27; Mariko 8:38; Luka 9:26** vyerekeranye n’uguca amateka vyaravuzweko mu nkuru ya Luka ku vyo Yesu yavugiye ku Musozi wa Elayono, yuko igihe Yesu azogarukira azoza azananye ukwihora abansi biwe (**Luka 21:26**) no gucungura abiwe (**Luka 21:28**).

5. <u>**Imirongo 28-31—**Umugani w’igiti c’umuzabibu</u>

Umugani w’igiti c’umuzabibu ufatiye ku bimenyetso bizoshikana ku gusenyurwa kw’i Yerusalemu kwabaye mu mwaka wa 70, inyuma y’Ivuka rya Yesu, kandi nta co bisa bisana n’ukwongera kubaho kw’igihugu ca Isirayeli kwabye mu mwaka wa 1948, nk’uko bamwe bavuga ku bihe babivuga (uburorero, Lindsey 1970: 53). Dufatiye ku vyariko biraba, igiti c’umuzabibu gifatiye ata nkeka ku bintu biri “hafi,” igihe abigishwa biwe bari bakiriho batarapfa (akarorero, “mwebwe,” “uru runganwe”) bazoshobora kubibona.[58] Igisomwa kibangabanganye n’iki muri Luka cerekana mu buryo bwiza yuko Yesu atarikoa arakoresha igiti c’umuzabibu nk’ukuvuga kw’ibanga rifatira kuri Isirayeli yo muri kino gihe kubera yuko muri **Luka 21:29** avuga, ati “Ni murabe umusukoni *n’ibiti vyose.*” Igiti c’umusukoni yari imvugo ngereranyogusa canke icirwa catahurika vyoroshe c’ivyo Yesu yariko aravuga kubijanye n’ivyagomba bibe vuba (Schnabel 2011: 132).

Nimba ayo majambo *“ibiti vyose”* (**umurongo 30**) harimwo “ibimenyetso vyo kw’ijuru na *Parousia ubwayo* [**imirongo 24-27**], hanyuma [**imirongo 28-30**] ntivyumvikana, kubera itandukaniro hagati y’‘ivyo vyose’ na ‘kiri hafi’ vyoca bisenyurwa. . . . Inzira yumvikana kurusha ni ugufata ‘ivyo vyose’ ukabiraba nk’aho bifatira ku kurengerwa n’akaga kazoba [ku **mirongo ya 5-23],** amarushwa azoba ku bizera muri ico kiringo cose kiri hagati y’ukuduga mw’ijuru kwa Yesu na Parousia.” (Carson 1984: 507)

Mbere na Yesu yavuze ko *“uru runganwe, ab’iki gihe”* batazohera (**umurongo 30**), ariko arafatira ku runganwe rw’abigishwa bari bariho ico gihe. Dufatiye ku vyo Yesu yatangaje vy’uko ubwamiburi hafi (**Mariko 1:15**) hamwe n’ubuhanuzi bwiwe bw’ukuzosamburwa kw’urusengero, *mu buryo bw’imenyeshamana “ab’iki gihe”* hafatira ku bantu *bonyene* bariho ico gihe Yesu yariko aravuga ayo majambo. Insiguro yo mu vy’imenyeshamana vyerekeye *“ab’iki gihe”* hafatanije n’ubuhanuzi bwa Yesu n’igikorwa ciwe si benshi babivugako, ariko N. T. Wright aratahura neza ivyo kandi akabisigura gurtya: “Nk’Umuvugishwa n’Imana, Yesu yashize mu kaga ukuba rurangiranwa kwiwe mu guhanura n’ukuvuga bitaraba ko Urusengero ruzosenyerwa hasi mu gihe kimwe c’urunganwe rwariho ico gihe [**Mat 21:33-45; 23:29-39; 24:1-2, 15-19, 32-34; Mariko 12:1-12; 13:1-2, 14-19, 28-30; Luka 11:45-51; 13:34-35; 19:41-44; 20:9-19; 21:5-6, 20-24, 29-32**]; nimba kandi n’igihe ruzosambukira, ivyo yavuze bizoba bishitse, iryavuzwe rizoba ritashe. . . . Urunganwe rwanse Yesu ruzoba urwa nyuma imbere y’ukwo kunyiganyizwa gukomeye kw’ibinyenkomezi vyo mu majuru. Nta kindi kintu na kimwe gishoboka kuko iyaba cariho vyari kuba bikeneye uwundi muvugishwa n’Imana wo

[58] Gary DeMaryerekana yuko atari igiti c’umusukoni conyene muri uyu mugani, ariko ko “ igiti cose cerekana amababi gusa mu butumwa bwiza ari ikmenyetso c’ugucirwakw iteka kwa Isirayeli, ugucirwakw iteka kwashitse ,mu mwaka wa 70 Inyuma y’Ivuka rya Yesu ” (DeMar 1999: 402). Muri **Mat 21:19; Mariko 11:13-14** Yesu yerekana yuko ihanga ryari rigiye guhura n’igihano n’ugucirwakw iteka mu kuvuma igiti c’umusukoni cabonekako amababi gusa (Ico gitabu nyene: 397-405).

Copyright © by Jonathan Menn 2021. All rights reserved.

kubaburira; igihe Data yarungika umwana wiwe mu ruzabibu [**Mat 22:33-46; Mariko 12:1-12; Luka 20:9-19**], nta wundi asigaye ashobora kurungika. Kwanka umwana ni ukwanka akandi karyo ka nyuma bari bahawe." (Wright 1996: 362, 365) Nubwo ab'*"uru runganwe"* hafatira ku runganwe rw'abigishwa bari bariho ico gihe igihe Yesu yariko aravuga ivyo, "ntibisigura yuko Yesu yihenze mu ciyumviro ciwe c'uko Parousia izoba mu gihe abariko baramwumviriza bazoba bakiriho. . . . ivyo vyose [umurongo wa **30**] usaba ni uko akaga n'ukurengerwa bivugwa ku [**mirongo ya 5-23**], harimwo ukuzosangangurwa kw'i Yerusalemu, ko kuzoba mu gihe c'urunganwe ruzoba rukiriho urwo Yesu yariko aravuga bavyiymvira n'amatwi yabo. Ibi *ntibisigura* uuko ukurengerwa n'uguhagarika umutima bitegerezwa guherera muri ico gihe kiretse yuko 'ivyo vyose' bizotegerezwa kuba muri ico gihe." (Carson 1984: 507)

6. <u>**Imirongo 32-37—**Ukuzogaruka kwa Yesu kuzoba giturumbuka nta n'umwe azi igihe kuzobera</u>

Ku **murongo wa 32** Kristo atanga itandukaniro *"uwo musi canke iyo saha"* (mu yandi majambo ukuzogaruka kwiwe mu bwiza ku muhero w'isi) uwo *"ata untu n'umwe awuzi, mbere n'abamarayika bo mw'ijuru batazi, eka mbere n'umwana, ndetse Data wenyene" n' "ibi bintu"* (ku **murongo wa 29**, mu yandi majambo, ibintu vyerekeza ku kuzogaruka kwiwe kandi harimwo n'ugusamburwa kw'urusengero rw'i Yerusalemu kwabaye mu mwaka wa 70 inyuma y'Ivuka rya Yesu), ari vyo biri "hafi" (**umurongo 28**), ivyo *"mubona"* (**umurongo 29**), kandi ivyo *"uru runganwe"* ruzobona n'amaso yarwo (**umurongo 30**). Mw'isezerano Rishasha *"uwo musi"* ufise "insiguro y'ibihe vy'iherezo werekana Umusi w'Uhoraho, umusi wa nyuma (raba Mat. 7:22; Luka 10:12; 21:34; 2 Tes. 1:10; 2 Tim. 1:12, 18; 4:8). Vyinshi muri ibi, ayo majambo 'umusi' wafatiye kw'ijambo ryari rifise iyindi nsiguro (gereranya Rom. 13:12; 1 Kor. 3:13; 1 Tes. 5:4; Heb. 10:23; 2 Pet. 1:19)." (Murray 1977: 394-95; raba kandi Moore 1966: 100 [ "'*uwo musi*' ukomoka mu nsiguro yo mw'Isezerano rya Kera [urubanza rwa nyuma na *parousia*] uwo '*musi*' mw'ikoreshwa ry'iki gihe ntubaho"]) nk'uko "uwo musi" usanzwe ufise "insiguro y'ibihe vy'iherezo vyo kwerekana Umusi w'Uhoraho, umsi w'iherezo," ni ko n' "isaha" ihagarariye ukuzogaruka muri **Mat 24:44; Luka 12:39-40; Yohana 5:25, 28;** no mu **Ivyah 3:3; 14:7, 15**.[59] Ugufatira hamwe "umusi" n' "isaha" nk'ijambo ry'ubuhinga rikoreshwa ku kuzogaruka kandi rikongera rikaboneka muri **Mat 24:50; 25:13;** na **Luka 12:46.** Yongerako yuko *"kuko mutazi igihe bizoshikira"* (**umurongo 33**) kandi *"kuko mutazi igihe nyenurugo azozamwo"* (**umurongo 35**). Ivyo vyongeye bigaragarira mw'ikoresha ryiwe ry'aya majambo *"ni mwabona"* ku bintu bizungurutse uguhona n'ugusangangurwa kw'i Yerusalemu (**imirongo 14, 29**) hagereranijwe na *"bazobona"* hafatiwe ku kuzogaruka kwiwe (**umurongo 26**). Mu nca make, Yesu ariko aravuga yuko abigishwa biwe bo mu kinjana ca mbere bazoshobora kumenya igihe urusengero ruzoba ruri hafi gusamburwa, ariko ko ata muntu n'umwe azoshobora kumenya igihe Yesu azogarukira

7. <u>Gusozera</u>

Abantu benshi muri kahise baragerageje guharura no gushaka kumenya igihe Yesu Kristo azogarukira, bafatiye ku bintu biriko birabera muri Asiya yo hagati canke ahandi hantu mw'isi. ukugerageza nk'ukwo nta nkeka ko ari ukwibesha kudasanzwe kandi igihe cose kuzokwama ata co gushikako. "Ibimenyetso" vyavuzwe mu buryo bw'ubuhanuzi ntivyagenewe guharurika ngo umuntu ashike ku gihe no ku kugene ivyahanuwe bizoshika. Yavuze mu buryo burashe yuko *"uwo musi canke iyo saha, nta wubizi, n'iyo yoba abamarayika bo mw'ijuru, canke Umwana w'Imana, atari Data gusa"* (**umurongo 32**). None ikindi kirengeye ibi yari kuvuga ni ikihe? Hejuru y'ivyo, "ibimenyetso vy'ibihe" ni ibimenyetso bisanzwe kandi biza bigahera. "ugutigita kw'isi, amapfa, inzara, intambara, abiyita ba Mesiya, ihamwa n'ukuvuga ubutumwa, hamwe n'uguhona kw'i Yerusalemu—ibi bintu si ibintu bizokwerekana igihe kanaka kidasanzwe muri kahise canke k'ubu canke kazoza igihe Umwana w'Umuntu azozirako. Niibintu bizogenga igihe cose kiri hagati y'ukuvuka ari kwo kuza kwa mbere kwa Yesu n'ukuzogaruka kwiwe (nubwo ugusangangurwa kw'i Yerusalemu kuja kwarabeye kera mu mwaka wa 70 inyuma y'Ivuka rya Yesu cari kimwe mu bimenyetso cabaye rimwe gusa). Yesu ntiyagabishije abanywanyi canke abigishwa biwe kugira ngo bamenye italiki y'umuhero w'isi, ariko yabagabishije kugira ngo bamenye kamere k'ibigoranye bizoba bibazungurutse, bibakikuje kandi kugira ngo bambare ibigwanishwa imbere y'igihe bashobore guhagarara badatsinzwe." (Travis 1982: 92) Iciyumviro c'uko tudashobora kumenya *"uwo musi canke iyo saha"* (**umurongo 32**) ariko ko dushobora kumenya iryo yinga canke ukwo kwezi canke uwo mwaka mbere canke imyaka cumi iri imbere canke ikinjana ivyo ni ubusazi gusa, ntibigira ifatiro na rimwe. "umsi" n' "isaha" si ibintu binyuranije n'umusi, iyinga, ukwezi, umwaka, imyaka cumi, canke ikinjana, ariko ni

[59] Allen Kerkeslager aharira avuga yuko "ahantu hose handitswe 'isaha' mu Ivyah hafatira kuri parousia" (Kerkeslager 1991: 5). Hejuru y'ivyo bisomwa vyavuzwe aho hejuru, ivyo bigaragarira ahanini muri ivyo bisomwa bivuga ku kuzuka kw'abagororotsi (**Ivyah 11:11-13**) n'ugucirwa kw'iteha kw'Abanyavyaha (**Ivyah 11:13; 18:10, 17, 19**) bizoherekeza *parousia*.

Copyright © by Jonathan Menn 2021. All rights reserved.

ikintu kizwi nk' "amajambo y'ubuhinga," asigura *ukuzogaruka kwa Yesu ubwakwo.*

Ubwa nyuma, ivyavugiwe ku Musozi wa Elayono vyose ahanini vyerekeranye n'ukubaho mu bwizigirwa kubera *ukudashoboka* kumenyekana kw'igihe Kristo azogarukira. Nubwo ivyavugiwe ku Musozi wa Elayono vyerekeranye n'ukuzogaruka kwa Kristo, Yesu yongeyemwo ibindi bintu vyinshi bizobaho. "Mu buryo bunyuranye n'inyandiko z'Abayuda ku vyerekeranye n'ibihe vy'iherezo, vyinshi mu vyavuzwe muri Mariko 13 biri mu buryo bw'amategeko. Nk'ubururero: 'Mwirinde' (imirongo 5, 9, 33). 'ntimuze muhagarike imitima' (umurongo 7). 'Ntimuze muhagarike imitima' (umurongo 11). 'Ariko mweho mwiyubare: raba ndabibabwiye vyose bitaraba' (umurongo wa 23). 'nuko mwame mugavye!' (imirongo 35, 37). Ibi vyerekana yuko intumbero ya Yesu ari ugutera intege abantu kugira ngo bame bagavye—gukomeza ukwizera kandi no kugabisha abigishwa biwe ibizobabako nk'abigishwa biwe n'abanywanyi biwe canke nk'abamukurikira." (Travis 1982: 92-93)[60] Iciyumviro nyamukuru co kubura igihe c'iherezo si co catumye Yesu avuga ivyo yavugiye kuri uwo musozi. Kubw'ivyo kugerageza kurondera italiki y'umuhero w'isi uhereye ku vyo Yesu yavugiye ku musozi ni ugukoresha ivyo Yesu yavuze ugomba gushika ku co atavuze. Ivyo ni ukubivuga utazi ico Yesu yari ahekeyeko mu kuvuga ivyo yavugiye ku musozu wa Elayono, ni ukuvuga ko udatahura icatumye abivuga. Igihe cose umuntu afashe ivyanditswe akabikura mu catumye bivugwa, nta nkeka ko ashika ku ndunduro itari yo. James Edwards aheraheza avuga, ati, "Nta muntu n'umwe yohamagarirwa canke yohanurwa kugerageza gutohoza neza umusi canke isaha y'umuhero w'isi. ubwo bwoba ari ubusazi, kuko n'Umwana w'Umuntu ubwiwe uwo musi w'iherezo ata wo azi [**Mariko 13:32**]. Ikintu nyamukuru c'ukuba umwigishwa ntigihagaze ku kubura kazoza ariko ihagaze ku *kuba umwizigirwa muri kubu,* cane cane mu bihe vy'amageragezwa n'amarushwa, mu ngorane, no mu mibabaro." (Edwards 2002: 386)

## <u>IBIBAZO VY'UGUHANAHANAKO IVYIYUMVIRO</u>

1. Kubera iki Urusengero ku bigishwa cari ikintu gikomeye? None ugusamburwa kwarwo vyasigura iki kuri bo?

- Wibaza ko ari kubera iki Yesu yakoresheje ugusamburwa kw'urusengero kugira ngo atangure kuvuga ivyo yavugiye ku Musozi vyerekeranye n'umuhero w'isi?

2. **Imirongo 9-13** ivuga ku guhamwa kw'ishengero kandi hamwe hamwe kukaba kutarigera kubaho mu bice bimwe bimwe vy'isi. None ukudahamwa kw'Abakristo muri ivyo bice kwagize ingaruka ki ku Bakristo?

- Nimba ukutabaho kw'uguhamwa kw'Abakristo mu bice bimwe bimwe vyo kw'isi kwaragize ingaruka mbi ku kugene bigenza, twokora iki, nimba hariho ico twokora, twobikorako iki?

3**.** Wibaza ko ari kubera iki Data yigumirije ibanga ry'igihe c'umuhero?

- Dufatiye ku kugene Data wenyene ari we azi igihe c'umuhero w'iyi si uzoberako, bisigura iki kuri twebwe *"kuba maso"* (**imirongo 33-37**)?

**<u>14:1-11:</u>** ***[1]Hari hasigaye imisi ibiri, imisi mikuru ya Pasika ikagera, ni yo yo kurya imitsima itambiwe. Abaherezi bakuru n'abanyabwenge b'ivyanditswe barondera uburyo bwo gusuka Yesu ngo bamufate bamwice: [2] kuko bavuga, bati Ntitumufate mu misi mikuru, abantu bogumuka."***

***[3] Ari i Betaniya mu nzu kwa Simoni umunyamibembe, yicaye ariko ararya, haza umugore afise ikebano ry'amavuta atamirana, y'igiciro kinini cane, y'agati kitwa narada: amena iryo kebano, amavuta ayamusuka ku mutwe. [4] Bamwe muri bo baritonganya, bati Mbega ubu buhombe bw'aya mavuta ni ubw'iki? [5] kuko yoshoboye kugurwa idenariyo amajana atatu arenga, zigahabwa aboro: baramwidodombera. [6] Yesu arababarira, ati Ni mumureke! Mumubabariza iki? Ankoreye igikorwa ciza. [7] Aboro muramana imisi yose; aho mwogombera mwobagirira neza; ariko jeho ntituja kwamana imisi yose. [8] Akoze uko ashoboye, ansutse amavuta ku mubiri kuwutegurira guhambwa bitaraba. [9] Ndababwire ukuri: Aho ubutumwa bwiza buzovugwa hose mw'isi yose, n'ic'uyu akoze kizovugwa, kibe icibutso ciwe."***

[60] Ford yongerako ibi mu kwerekana ingene Kristo yubatse ivyo yavugiye ku musozi wa Elayono mu buryo bw'imvugo: "Ariko mikiriho guhera mu ntango gushika kw'iherezo ni ukugabisha, ukubarira abantu ko bakwiye kugororoka ndetse ukubmenya gusa canke ukwerekana gusa ko hariho ukugororoka. Amajambo ya mbere n'aya nyuma ya Kristo ni *blepete* ["Mugabe"; "mwumve"; "raba": **Mariko 13:5, 9, 23, 33**], kandi amategeko yiwe muri ivyo yavugiye ku Musozi wa Elayono ni 19. Biragaragara yuko ubuhanuzi bwiwe bufise intumbero ya mbere y'inyifato, nk'uko vyari vyongeye biri mu vyavugwa mw'Isezerano rya Kera." (Ford 1979: 82)

Copyright © by Jonathan Menn 2021. All rights reserved.

***[10] Kandi Yuda Isikaryota, yari umwe muri bamwe cumi na babiri, aja ku baherezi bakuru, ngw azomubaronkere. [11] Bavyumvise baranezerwa, basezerana kumuha amahera y'ifeza. Arondera uburyo bwo kumubaronkera.***

**Imirongo 1-11—**Yesu asigwa amavuta y'igiciro kinini

Ivyo biringo bitatu muri iki kigabane vyerekana ikintu kiri "hagati" y'ibintu bibiri bisa: gusigwa amavuta kwa Yesu mu kumutegurira uguhambwa kwiwe ayasizwe n'umugore na we akaba ari hagati n'abaherezi bakuru n'abanyabwenge b'ivyanditswe baja inama yo gufata Yesu na Yuda yemeranya n'abaherezi bakuru kugura Yesu, ivyo vyose bikazomushikana ku gupfa n'uguhambwa.

1. **Imirongo 1-2**—Abaherezi bakuru n'abanyabwenge b'ivyanditswe baja inama yo kwica Yesu

Nk'uko twabibonye ahandi hantu henshi, imirongo ibiri ya mbere yerekana agahemo gakomeye. Kuri **13:32-36** Yesu yari yabwira abbigishwa biwe n'abanywanyi biwe ko bakwiye kuba maso no kugaba. Ngaha, Abaherezi bakuru n'abanyabwenge b'ivyanditswe barindiranye inkota mu kugerageza kwica Yesu. Ikindi, baravuze, bati, *"Ntitumufate mu misi mikuru, abantu bogumuka"* (**umurongo 2**). Ariko ni muri ico gihe nyene c'umusi mukuru bamwishe, mbere bakoresheje umugenzo w'uwo musi mukuru (Pilato yategerezwa kubarekurira imbohe, iyo abantu basaba ko abarekurira **15:8, 15**) kugira ngo Yesu acirwe urwo gupfa.

2. **Imirongo 3-9**—Yesu asukwako amavuta y'igiciro kinini

Ugusigwa amavuta kwa Yesu vyongeye kuravugwa muri **Mat 26:6-13** no muri **Yohana 12:1-8**. Yohana, mu buryo yisangije, aratanga kahise k'uburyo bune bw'ido n'ido butavuzwe na Matayo na Mariko. Ubwa mbere, ukwo gusigwa amavuta kwabaye *"hasigaye imisi itandatu Pasika igashika"* (**Yohana 12:1**), aho ukwo gupanga n'ugutegura akarere kw'abaherezi bakuru n'abanyabwenge b'ivyanditswe Mariko avuga ku murongo wa **1** kwabaye *"imisi ibiri imbere yuko Pasika ishika."* Mariko nta nkeka ko yakoresheje urwo rutonde kugira ngo ashire "hagati" ugusirwa amavuta kwa Yesu *"amutegurira ukuzohambwa kwiwe"* (**umurongo wa 8**) hagati y'inama y'abaherezi bakuru n'abanyabwenge b'ivyanditswe yo gufata Yesu no kumwica (imirongo ya **1-2**) na Yuda Isikaryota yemeranya n'abaherezi bakuru kuzomubaronsa (imirongo ya **10-11**). Ubwa kabiri, Simoni umunyamibembe mu buryo kanaka hari ico bapfana canke aho bari bahuriye na Mariya, Marita, na Lazaro, kubera yuko Yohana avuga yuko ari ho bari bari kandi ko Mariya yariko arabakinjikira, abaha ivyo kurya (**Yohana 12:1-2**). Ubugira gatatu, Yohana vyongeye avuga kuri uwo mugore yasize amavuta Yesu ko ari Mariya, uwo bavukana na Marita akaba na mushiki wa Lazaro (**Yohana 12:3**). Ubwa kane, nubwo Mariko wenyene ari we avuga ko *"hariho n'abandi"* bababajwe n'ubwo buhombe kubera igiciro c'ayo mavuta yasizwe Yesu cari kinini (imirongo ya **4-5**), Matayo na we avuga yuko t *"abigishwa"* barijogose, barababara (**Mat 26:8-9**), Yohana asigura yuko Yuda Isikaryota yavuze n'ijwi ryumvikana ko atanezerejwe n'ivy'uyo mugore akoze kubera Yuda yari umusuma yakunda kwifashisha, kwiba amahera yagenewe abandi bose (**Yohana 12:4-6**).

Ibi bisa n'uko ugusigwa amavuta ari kwo kwonyene umubiri wa Yesu uzohabwa imbere yuko ahambwa. Mariko avuga yuko Yosefu w'i Arimataya yahawe ikiziga caYesu, akizingira mu mpuzu maze akiryamika mu mva yari yiyimbishirije (**Mariko 15:43-46**; raba kandi **Luka 23:50-54**). Kumbure kubera bwari bwije, nta hantu na hamwe tubona ko yasize ico kiziga amavuta, nubwo Yohana avuga ati *"Kandi haza na Nikodemo, umwe yaza kuri Yesu mw'ijoro ubwa mbere, azana ikivange c'isenga n'imbazi nk'ibilo mirongo itanu. Nuko babira ikiziga ca Yesu bakizingira mu mpuzu zera derere, hamwe n'ivyo bimota neza, nk'uko umugenzo w'Abayuda wo guhamba wari uri."* (**Yohana 19:39-40**). Ko umubiri wa Yesu utasizwe "amavuta" mu kuzikwa, guhambwa biboneka n'uko vyemejwe *"[55] Abagore bari bavanye na Yesu i Galilaya bakurikira Yosefu, babona iyo mva, n'ingene ikiziga ciwe gishizwemwo. [56] Basubira inyuma, bategura ibimota neza n'amavuta atamirana. Kandi kw'isabato bararuhuka, nk'uko vyagezwe. [1] ku wa mbere w'imisi ndwi kare mu mutwenzi baja kuri ya mva, bajanye vya bimota neza bateguye. [2] Basanga ikibuye gitembagajwe kivuye ku mva, [3] binjirayo ntibasangamw ikiziga c'Umwami Yesu."* (**Luka 23:55–24:3**)

Yesu yavuze ku bintu bibiri mariya yakoze: *"Ankoreye igikorwa ciza"* (umurongo wa **6**) kandi *"akoze uko ashoboye, ansutse amavuta ku mubiri kuwutegurira guhambwa bitaraba"* (umurongo wa **8**). Ivyo vyavuzwe vyose bifise ingaruka zikomeye kuri twebwe. Yesu ni Umwami wacu. Ivyo dukora vyose bitegerezwa kuba ibimuhesha icubahiro. Nk'uko Paulo avuga muri **1 Kor 6:19-20**, *"Kandi sim we mwiganza, kuko mwaguzwe igiciro. Ni uko rero mushimishe Imana mu mibiri yanyu"* (raba kandi **1 Kor 10:31**). Ikindi, mbere nubwo Yesu yaduze mw'ijuru kwa Se Data, ishengero ni umubiri wiwe ngaha kw'isi (**Rom 12:4-5; 1 Kor 10:17; 12:12-27; Ef 1:22-23; 2:16; 3:6; 4:4, 12, 15-16; 5:23, 30; Kol 1:18, 24; 2:19; 3:15**). Kubw'ivyo, mu gufasha bene Data bo muri Kristo, tuba turiko turkora Yesu igikorwa ciza. Paulo abipfunyapfunya gurtya, *"nuko rero, iyo turonse uburyo, tugirire bose neza, cane cane abo inzu y'abizera."* (**Gal 6:10**). Mu buryo nk'ubwo nyene, Mariya

Copyright © by Jonathan Menn 2021. All rights reserved.

yakoze *"ico ashoboye."* Yaba we canke twebwe nta n'umwe ashobora gukora vyose, ariko twese turashobora kugira ico dukora. Umupfakazi wo muri **Luka 21:1-4** ntiyashobora gutanga vyinshi, ariko yatanze *"ico yashoboye kuronka."* Aha na ho, ayo mavuta atamirana yari ayo igiciri kinini, yari azimvye cane (idanariyo 300 zangana n'umushahara w'umwaka wose w'umukozi) ariko, nk'uko na wa mupfakazi vyamugendeye, Mariya yayamusutseko yose, kubera yakunda Yesu, kandi kumuha icubahiro vyari ngirakamaro kurusha ukwigumizako ayo mavuta. Twahamagariwe gukora ivyo dushoboye gukora—ntitwahamagariwe gukora ivyo tudashobora gukora—kwereka urukundo abandi, kwubaka ubwami, no guha icubahiro Yesu mu bugingo bwacu. Dukwiriye kwibaza iki kibazo, "Mbega turiko turakora ivyo dushoboye?"

Ku **mirongo ya 5-8** ukwidoga kwagizwe ni uko *"ayo mavuta yoshoboye kugurwa idenariyo amajana atatu arenga, zigahabwa aboro: baramwidodombera." Yesu arababarira, ati ni mumureke! Mumubabariza iki? Ankoreye igikorwa ciza. Aboro muramana imisi yose; aho mwogombera mwobagirira neza; ariko jeho ntituja kwamana imisi yose."* Yesu mu gufatira ku kuvuga yuko aboro tuzokwamana igihe cose yabuye ivyavuzwe mu **Gus 15:11**. Mu kwabura ivyavuzwe mu Gusubira mu Vyagezwe, Yesu ntiyariko aravuga yuko dukwiriye kwemera no kwakira ubukene n'ubworo nk'aho ari ikintu gitegerezwa kubaho kandi ngo kuko butegerezwa kuzobaho ko ata kintu na kimwe dukwiye kubikorako ngo tubugabanye. Ahubwo yariko aravuga yuko, mw'isi yatirimutse ikaba mu kibanza yategerezwa kubamwo, hazokwama hariho abakene, kanatsinda, ubukene (kubera impamvu nyinshi zitandukanye) ni kimwe mu bimenyetso vy'Igwa. Ni co gituma, nk'abizera dushobora gukora kandi dukwiriye gukora "ivyo dushoboye" kugira ngo tugerageze kugabanya ubukene mu bantu kandi dukureho n'ibituma habaho ubukene. Ariko Yesu mu gushimira Mariya Ingabire ikomeye n'ivyo yavuze, ati *"Jeho ntituja kwamana imisi yose,"* kandi muri ico gihe nyene akavuga ati, *"aho mwogombera mwobagirira neza [aboro],"* vyashikanye ku co yari yavuze imbere yaho vyerekeranye n'amabwirizwa abiri ahambaye kurusha ayandi: *"Kandi mukundishe Uhoraho Imana yanyu imitima yanyu yose, n'ubugingo bwanyu bwose, n'ubwenge bwanyu bwose, n'inkomezi zanyu zose [kandi] mukunde bagenzi banyu nk'uko mwikunda"* (**12:30-31**). Rukundo rwacu dukunda Umwami ruzodushikana ku gukunda bagenzi bacu, kubera yuko bagenzi bacu baremwe mw'ishusho y'Imana. Mariya yari arajwe ishinga n'ukugaragaza urukundo akunda Umwami wiwe mu buryo budasanzwe kandi ku giti ciwe adacishije i ruhande, kubera yari yaronse akaryo ko kubikora natwe ako karyo ko kubikora twigira ngo ntako tubona. Turafise uburyo bwinshi—igihe cose—ko kugaragaza no kwerekana urukundo rwacu dukunda Imana mu gukunda bagenzi bacu, mu gufasha aboro, hamwe n'ukwubaka ubwami bw'Imana mu bundi buryo bwinshi.

3. <u>**Imirongo 10-11—**Yuda yemera kuryaruka Yesu</u>

Yuda ni we yafashe iya mbere mu kugura Yesu kubera amahera. Nk'uko vyaka vyaravuzwe ahandi henshi, Mariko atwereka agakekezo kadasanzwe n'ukunyurana kunini: Ingabire y'urukundo rw'igiciro kinini ya Mariya no kumwishikanira, vyamuteye gutanga ikintu c'igiciro c'umushahara w'umwaka wose na Yuda—umwe wo muri bamwe cumi na babiri—yaguze Yesu Umwami Wiwe bwite amugura intete z'ifeza 30 (**Mat 26:15**). Ibi vyerekana uburyarya bwa Yuda bw'ukwidoga n'ukwijogota *"kuko yoshoboye kugurwa idenariyo amajana atatu arenga, zigahabwa aboro, aramwidodombera"* (**umurongo 5**). Hariho ibingorongoro bitandukanye vy'ifeza vyakoreshwa ico gihe mu ruhererekane rw'ibidandazwa muri ico gihe, ni co gituma bigoye kumenya igiciro c'amahera Yuda yahawe tuyashize mu mahera y'uyu musi mu Marundi. "Abantu benshi bagiye imbere mu gushaka kumenya ico giciro c'amahera Yuda yaguze Yesu ni ivyavuzwe na Antioch, ishekeli ry'i Tirocanke tetradrachem ry'i Putolemayi ho muri Egiputa. Bivanye n'ikingorongoro cane intete z'ifeza zakoreshejwe, mu biciro vy'uyu musi vy'ibingorongoro canke intete z'ifeza, ivyo bingorongoro vyari bizwi ico gihe vyari gushikana amahera ari hagati y'idolari $ 250 n'idolari $300." ("Professing Faith" 2016: n.p.)

Hariho vyinshi vyinyegeje inyuma ry'iri gurwa rya Yesu kurusha uko bitandukanye n'ivyashikiye Mariya canke ukugene Mariya yakirimbukiye Yesu; kwari ugushitswa kw'ubuhanuzi. "Ikindi kintu kirengeje ni icahishuwe mu butumwa bwiza uko bwanditswe na Matayo hamwe n'ico Matayo uwo mwanditsi w'ubwo butumwa yashatse kwerekana. Amajambo yakoresheje, 'intete z'ifeza 30,' asubiza amaso inyuma agafatira ku vyavuzwe mu gitabu ca Zekariya. Muri Zekariya 11 aya majambo ni ho yakoreshejwe kugira ngo yerekane igiciro c'umugurano kandi yafatiye ku vyagezwe vy'Abayuda. Kuvayo 21:32 havuga ibi bikurikira: *'Ariko inka ni yica umugurano canke umuguranokazi, nyene yo aze arihe shebuja w'uno shekeli z'ifeza mirongwitatu, iyo nka nay o ize yicishwe amabuye.'* Umuvugishwa n'Imana Zekariya yasavye Abisirayeli kumuriha amahera y'igikorwa yari yakoze mu gukorera hagati muri bo, ivyo ni vyo bamuhaye. Ivyo vyari nk'igitutsi; ntibigeze baha agaciro ubwo buhanuzi, ukwo kuvugishwa kwiwe. Yehova yabariye Zekariya ko ayo mahera akwiye guterera, kujugunya igiciro c'umushaharo w'umugurano mu bubiko (kuyabasubiza, kuyabatera mu maso). Rero igihe Matayo avuga ku ntete z'ifeza 30 kandi ko Yuda yatereye, yajugunye izo ntete z'ifeza ahera h'urusengero, mu bubiko [**Mat 27:5**], yari afatiye kuri iyo kuru yo muri Zekariya, iyo na yo ivugwamwo abahemu b'Abayuda,

Copyright © by Jonathan Menn 2021. All rights reserved.

abaryarukanyi b'Abayuda batahaye agaciro umuvugishwa w'Uhoraho bakamuha igiciro c'amahera y'igitutsi – igiciro umugurano abereye. Matayo ariko aravuga yuko abaherezi bipfuza kudatanga hafi ikintu na kimwe kugira ngo baronke Yesu. Bari bashavuriye Yesu kuvyo yari ahejeje gukora mu rusengero mu gutembagaza amameza abavunja amahera bariko baravunjirako kandi akababazwa n'abaherezi bariko bariba amahera y'abantu bagura ibimazi vyo gutanga mu rusengero i Yerusalemu kugira ngo bashikanire Imana kubera bayikunze kandi kubera bumva ko mu mutima bakwiriye kubikora. Intete z'ifeza mirongwitatu zahawe abaherezi, kuri Matayo, kuri Zekariya, ayo, cari co giciro c'akagaye n'igitutsi." (Soldaat 2020: n.p.)

## IBIBAZO VY'UGUHANAHANAKO IVYIYUMVIRO

1. Raba ingene Yesu yahanganye n'ukugurishwa n'urupfu vyariko birashika vyihuta. Amajoro yiwe yari asigaje ngaha kw'isi yayamaranye na nde kandi yayamaze gute, yayakozemwo iki?

- None ivyo bikubarira iki ku bijanye n'ibigize Yesu, kamere kiwe n'ivy'indangagaciro vyiwe, ivyo ashira imbere?

- Twoshora gukura icigwa giki muri ivyo?

2. Vuga ku kamere, n'ibigize canke amahame y'ugutanga kwagaragajwe n'urya mugore ku murongo wa **3**.

- Ku bintu vyose Yesu yavuze kuri uwo mugore ku **mirongo ya 6-9**, ni ayahe majambo wokwipfuza ko Yesu akuvugako (kandi kubera iki)?

3. Yuda, kyu **mirongo ya 10-11**, aboneka yuko yakwegwakwezwe kandi atsindwa n'*intege* nke ziwe zikomeye (umunoho wiwe – raba **Yohana 12:6**). Ku rundi ruhande, Petero, ku **mirongo ya 66-72**, bigaragara ko vyagiye mu gipimo, kandi araneshwa, mu gihe yari *akomeye* cane (ukurinduka kwiwe – gereranya na **Mariko 14:29-31** na **Yohana 18:10**). Hari ikintu na kimwe dushobora kwiga kuri ivyo?

- Woba warigeze kugeragezwa hafatiwe ku nkomezi zawe n'intege nke zawe?

- Wakoze iki kugira ngo uneshe muri ivyo bihe igihe utaneshwa n'iryo geragezwa (kandi ubuhinga bwawe bwo gushikama mu gihe c'inkomezi n'intege nke zawe)?

<u>**14:12-31:**</u> ***12 Ku musi w'intangamarara wo kurya imitsima itambiwe, uwo babagako umwagazi w'intama wa Pasika, abigishwa biwe baramubaza, bati Ugomba ko twoja hehe gutegura ivya Pasika ng'ubirye?" 13 Atuma babiri mu bigishwa biwe, arababarira, ati Ni muje mu gisagara umugabo muri buhure yikoreye umubindi w'amazi mumukurikire. 14 Aho aja kwinjira mubwire nyen'urwo rugo, muti Umwigisha agize ngo indaro yiwe iri hehe, aho asangirira ivya Pasika n'abigishwa biwe?' 15 Ubwiwe ari bubereke inzu nini yo hejuru, isezeye, iteguritse; abe ari yo muduteguriramwo." 16 Ba bigishwa baragenda, baja mu gisagara, babisanga uko yabibabariye: bategura ivya Pasika.***

***17 Bugorovye azanana na bamwe cumi na babiri. 18 Bicaye bariko bararya, Yesu arababwira, ati Ndababwire ukuri: umwe muri mwebwe, uwo dusangira, agira angure." 19 Batangura kubabara, bamubaza umwe umwe, bati Mbega ni jewe?" 20 Arabishura, ati, "Umwe muri mwebwe cumi na babiri, uwo turiko turakoreza amaboko rimwe mu mubehe, ni we. 21 Umwana w'Umuntu agira agende uko vyanditswe kuri we: ariko uwo muntu agura Umwana w'Umuntu azobona ibara; uwo muntu ivyomubereye vyiza iyo aba atavutse."***

***22 Maze bariko bararya,yabira umutsima; awuhezagiye arawumanyagura, arawubaha, ati Ni mwabire, uyu ni umubiri wanje." 23 Yabira igikombe, agishimiye Imana arakibaha, bakinywerako bose. 24 Arababarira, ati, "Ico ni amaraso yanje y'isezerano, aviriye benshi. 25 Ndababwire ukuri: sinzokwongera kunywa ku nzabibu, gushika kuri wa musi nzonywera umutobe wazo musha mu bwami bw'Imana."***

***26 Bahejeje kuririmba, barasohoka, baja ku Musozi wa Elayono. 27 Maze Yesu arababwira, ati Mwese muhava mutsitazwa: kuko handitswe, ngo Nzokubita umwungere, intama zisanzare.' 28 Ariko ni namara kuzurwa nzobitangira imbere kuja i Galilaya." 29 Maze Petero aramubwira, ati Niyo vyotsitaza bose, urakura jeho." 30 Yesu aramubwira, ati Ndakubwira ukuri yuko wewe ubwawe uyu musi muri iri joro nyene, inkoko itaragereka, uhava unyihakana gatatu." 31 Ariko arihanukira cane, ati Niyo noba nkwiye gupfana nawe, sinokwihakana." N'abandi na bo bavuga bartyo bose.***

Copyright © by Jonathan Menn 2021. All rights reserved.

**Imirongo 12-31—**Yesu n'abigishwa biwe basangira ivya Pasika**,** ingaburo Yera

Ingaburo ya Nyuma, ingaburo Yera yari igizwe n'ibintu vyinshi: Itegurwa ryayo; Pasika; iyo ngaburo ubwayo; Yesu avuga ko bahava bamugura n'abigishwa bibaza ivyo ari vyo; ugutangaza isezerano rishasha; ubuhanuzi yuko umwungere azokubitwa intama zigasanzara; hamwe n'uko Yesu yabariye Petero ko aja kumwihakana incuro zitatu muri iryo joro nyene.

1. **Imirongo 12-16**—Itegurwa ry'Ingaburo Yera

Iyi mirongo yerekana ko Yesu yari yaja yabiteguye imbere y'igihe abitegurana n'umuntu afise icumba co hejuru aho ingaburo Yera ija kuririrwa. Ibi vyerekanwa n'ukugene bahja kubona umuntu yikoreye umubindi w'amazi kugira ngo bashobore kumumenya (**umurongo 13**, abagore mu bisanzwe ni bo bikorera amazi mu mibindi), ikibazo Yesu yabariye abigishwa kubaza (**umurongo 14**), kandi ko *"aja kubereka inzu yo hejuru, isezeye, iteguritse"* (**umurongo 15**). Ivyo bisa na kumwe yaronka indogoba yicayeko ikamushikana i Yerusalemu mu ntsinzi (**11:1-6**).

2. **Imirongo 16-18, 22-23, 26**—Pasika n'ingaburo ya Pasika

Birasiguritse ko Ingaburo Yera yari ingaburo ya Pasika. Ingaburo yose y'umusi mukuru wa Pasika n'ingaburo ubwayo vyari mu buryo bw'ubuhanuzi kandi vyashikijwe na Yesu Kristo. Pasika yahimbaza, yibutsa ugucungurwa bagakurwa mu buja bwo muri Egiputa (mu yandi majambo, umumarayika w'Uhoraho w'urupfu "yarenganye, yazigurije" Abisirayeli). Umwagazi w'intama warabazwe, amaraso yawo asigwa ku miryango y'izu n'ibishimaryango, hanyuma izo nyama zikotswa zikaribwa n'umuryango wose ata n'umwe avuyemwo (**Kuv 12:1-13, 21-27; Lew 23:5; Guh 28:16; Gus 16:1-8**). Kuvayo rwari urufatiro rw'uwo musi mukuru wa Pasika (**Kuv 12:1-27**). Nk'uko tuja twabibonye ku bijanye n'Ugukayangana (**9:2-8**), Yesu yariko arasubiramwo kuvayo kwa Isirayeli mu bugingo bwiwe bwite; mbere no ku Musozi w'Ugukayangana yavuze ku *"kuzotambura, kuzovayo"* kwiwe bwite [Ijambo ry'Ikigiriki ryakoreshejwe ni "ugutambura"] (**Luka 9:30-31**). Isezerano Rishasha ryerekana Yesu ko ari Umwagazi wa Pasika. Mu ntango y'igikorwa Yesu yakoreye ahabona Yohana Umubatizi yaramenye Yesu uwo ari we kandi amuvuga ko nk' *"Umwagazi w'Intama w'Imana ukura ivyaha vy'abari mw'isi"* (**Yohana 1:29, 36**). Mu kumubona gurtyo, Yohana yari yifatanije na Pasika (yasaba ko habaho ikimazi c'umwagazi) n'Umusi wo Guhongera (aho ivyaha vy'Abisirayeli vyatwikirwa, vyahongerwa). Ugushushanya Yesu n'umwagazi w'ikimaza vyongera bikemezwa muri **1 Pet 1:19; Ivyah 5:6, 8**. Kristo yabambwe mu gihe ca Pasika igihe uwagazi wa Pasika wicwa (**Luka 22:1; Yohana 19:14, 31**).[61] Isezerano Rishasha rivuga yuko Pasika yari ukuvugishwa canke mu buryo bw'ubuhanuzi bw'ikimazi ca Kristo. **Yohana 19:36** habura **Kuv 12:46** no **Guh 9:12** (havuga yuko amagufa y'imyagazi ya Pasika ko at ana rimwe ryategerezwa kuvunika) maze hakavuga, hati, *"Ibi* [mu yandi majambo, abasoda kutavuna amaguru ya Kristo ariko bakavuna amaguru y'abari babambanywe na Yesu] *vyarashitse kugira ngo ivyanditswe bishike, 'Nta gufa na rimwe ryiwe rizovunika.'"* **1 Kor 5:7** hongerako ibi, *"Kristo Pasika yacu na we nyene yaratanzweko ikimazi."*

Iyo ngaburo ubwayo cari icagezwe ca Pasika (ijambo "icagezwe" nk'aho ari icagezwe c'igikorwa n'ugukorera abandi) (Litvin na Litvin n.d.: 4). Ubutumwa bwiza uko ari bune butandukanye butanga ido n'ido zitandukanye ku bijanye n'iyo ngaburo. Nk'akarorero, icagezwe ca Pasika cari kigizwe n'ukunywa ibikombe bine vy'umuvinyo. **Luka 22:17-18** afatira ku gikombe ca mbere: *"Yabira igikombe, agishimira Imana, arababarira, ati Mwabire iki, mugisangire. Kuko mbabwira yuko uhereye none ntazokwongera kunywa ku nzabibu, kugeza aho ubwami bw'Imana buzozira."* Igikombe ca mbere gikurikirwa n'ugukaraba amaboko bagakarabishwa n'uwabakiriye. Yamara, aho gukaraba amaboko yiwe, Yesu "yogeje ibirenge vy'abigishwa biwe. yakoze ivyo kugira ngo abigishe icirwa c'uko 'Umukuru muri bo ategerezwa kuba umukozi wa bose.'" (Litvin na Litvin n.d.: 10; raba **Yohana 13:4-17**) Inyuma yo gukaraba, uwo ari we wese yaronka intore y'umutsima akayidumba mw'isosi y'amazi arimwo umunyu. Ibi tubirabira muri **Mat 26:21-23**: *"[21] Bariko bararya, arababwira, ati Ndababwire ukuri yuko umwe muri mwebwe agira angure." [22] Barababara cane,*

[61] Abakristo b'aba Orthodoxe bavuga yuko Yesu yabambwe ku wa Gatanu kandi akzuka ku wa mungu mu gitondo. Yamara, hario ukutumvikana ku vyerekeye *umusi w'Igiheburayo* ingaburo Yera yabereyeko (ingaburo ya Pasika nbari bamenyereye "yatangura imbere yuko izuba rirenga ku musi wa Nisani italiki 14 ariko yategerezwa *kubandanaya* gushika ku wundi musi wa Nisani italiki 15" [Parsons 2016b: "Passover at the Temple"]) kandi nimba Yesu yabambwe kw'italiki 14 canke 15 Nisani (mwibuke yuko imisi y'Abayuda yari igizwe n'ibice bibiri vy'imisi y'Abaroma kuberayuko imisi y'Abayuda yatangura izuba rirenze, ntiyatangura isaha zitandatu z'ijoro, kandi ikabandanya gushika irindi zuba rirenze). Michael Scheifler ashiraho urufatiro rw'amataliki 13-14 ya Nisani yabereyeko ingaburo ya nyuma n'italiki y'ukubambwa ya 14 Nisani (Scheifler n.d.: n.p.); Alfred Edersheim na we ashiraho urufatiro rwa 14-15 Nisani aho haberako Ingaburo ya Nyuma akavugako ukubambwa kwabaye kw'italiki 15 Nisani (Edersheim 1988: 244-59, 389-401).

Copyright © by Jonathan Menn 2021. All rights reserved.

*batangura kumubaza umwe-umwe, bati Ni jewe ga Mugenzi, ga Mwami??" [23] Arabishura, at'Uwo duhuje amaboko mu gukoza mu mubehe, ni we angura."* Litvin na Litvin bavuga, bati, "muri ako kanya bariko bararya, Yeshua [Yesu] yahaye isahani ry'amazi y'umunyu Yuda kugira ngo adumbemwo intore yiwe. Iryo sahani ry'amazi y'umunyu ryategerezwa kuzunguruka rigashika kuri bose bari kuri iyo meza. Icatumye abandi bigishwa batamenya ko uwo yariko aravuga yari Yuda hari kubera bose bategerezwa kudumba intore zabo muri iryo sahani ry'amazi y'umunyu. Harimwo ukudasobanukirwa neza ngaha. Ariko . . . Yuda ni we wenyene yadumbiye rimwe muri iryo sahani na Yeshua kuko ni we tyabaye uwa kabiri mu guhabwa iyo sahani." (Ico gitabu nyene: 12) Inyuma y'igikombe ca kabiri c'umuvinyu (kizwi nk'igikombe c'ivyago) uruvange rwa matzah (umutsima utambiwe) na horseradish [witwa "morsel" canke "inkarisha"] vyararibwa. **Yohana 13:23-26** afatira kuri ivyo: *"Hari umwe mu bigishwa biwe yari yegamiye mu gikiriza ca Yesu bariko bararya, umwe Yesu nyakunda. [24] Simoni Petero amuvunira akagohe, ati Tubwire uwo avuze uwo ari we. [25] Uyo rero ahengamira inyuma, uko yari hano nyene mu gikiriza ca Yesu, aramubaza ati Ni nde ga Mugenzi?" [26] Yesu aramwishura, at'Uwo nkorezamwo intore, nkayimuha, azoba ari we. Akojejemwo intore, arayikuramwo, ayihereza Yuda, mwene Simoni Isikaryota."* Yamara, kubera n'abandi bose baronse intore imwe ivuye kuri Yesu nk'iyo na we yaronse, ntibashoboye n'ugushika ico gutahura ko yariko aravuga Yuda.

Hariho kandi umugirwa vyongeye aho hariho impuzu yarimwo imipfuko itatu muri yo. Mu mupfuko umwe umwe harimwo agace ka matzah. Ako hagati karabirwa, kakamanyagurwa, kakazingirwa mu gihuzu, hanyuma kakanyegezwa (Ico gitabu nyene: 13). Iyo ntore rero imaze kuribwa, ibipfungurwa vy'uyo musi ni ho na vyo vyabona kuribwa. Hanyuma inyuma yaho, icakurikira ivyo, matzah yo hagati ni ho yaboneka (kandi ikaribwa n'abana iyo baba bari mu nzu) kandi ikabona kuzanwa ku meza. Uwu ni wo mutsima Yesu yariko aravuga, ati *"Ni mwabire, uyu ni umubiri wanje"* (**umurongo 22**). Inyuma y'ivyo, igikombe ca gatatu c'umuvinyo (citwa igikombe c'incungu) caranyobwa. Ico ni co gikombe Yesu yavuze, ati, *"Ico ni amaraso yanje, y'isezerano, aviriye benshi"* (umurongo wa **24**). Inyuma yaho, "Zab 113-1118 (zizwi ahanini nka Hallel kuri bose) zaca ziririmbwa n'abari bakoranye bose kugira ngo basangire ivya Pasika" (Ico gitab nyene: 33). **Umurongo wa 26** ufatira kuri ivyo: *"Bahejeje kuririmba, barasohoka, baja ku Musozi wa Elayono."*

Iyo nkuru ntiherera aha gusa. Ku Ngaburo ya Nyuma Yesu yashinze *Pasika nshasha*—Ingaburo, Ameza y'Umwami (**Mat 26:20-29; Mariko 14:12-25; Luka 22:1-22; Yohana 13:1-2; 1 Kor 11:23-32**). Pasika nshasha, nk'uko yerekanwa mn'Ameza y'Umwami, ni incungu yacu, tudacunguwe ubuja bwo muri Egiputa, ariko ducunguwe ubuja tujakariye icaha, hashingiwe ku vyo Kristo yadukoreye mu mubiri wiwe no mu maraso yiwe. Bretscher (1954: 199-209) atondekanya ibintu 11 vy'ibigereranyo hagati ya Pasika ya mbere yabereye muri Egiputa/ imitsima itambiwe n'ameza y'Umwami:

- *Umusi mukuru wose washinzwe kw'itegeko ry'Imana (**Kuv 12:1; 1 Kor 11:23**).*
- *Umusi mukuru wose wari ugizwe n'ugutanga ikimazi c'umwagazi (**Kuv 12:3; 1 Kor 5:7**).*
- *Mu musi mukuru uwo ari wo wose umwagazi wategerezwa kuba utagira agasembwa (**Kuv 12:5; 1 Pet 1:19**).*
- *Mu musi mukurun uwo ari wo wose nta gufa ry'umwagazi w'ikimazi ryavunwa (**Kuv 12:46; Yohana 19:31-36**).*
- *Mu musi mukuru wose harimwo ukurya umubiri (inyama) z'umwagazi w'ikimazi umuntu wese yategerezwa kuryako kandi akaronka inyugu zivuye mu kuwuryako (**Kuv 12:47; Yohana 6:52-57; 1 Kor 10:18; Mat 26:26; Mariko 14:22; Luka 22:17-19; 1 Kor 11:24**).*
- *Mu musi mukuru uwo ari wo wose amaraso yamenetse afise uruhara runini muri urwo rubanza.* Muri Pasika amaraso y'umwagazi yashirwa ku miryango no ku bishimaryango vy'izu (**Kuv 12:7, 22**); ku Ngaburo y'Umwami amaraso yabaye kimwe mu bigize uwo musi mukuru ubwawo nyabuna (**Mat 26:27-29; Mariko 14:23-25; Luka 22:17-20; 1 Kor 11:25-26**).
- *Ku musi mukuru wose Imana yashiraho isezerano ryayo.* Ku musi mukuruwa Pasika, Imana yasezeranye kuziguriza no kurinda abantu bayo ikiza c'urupfu c'abana b'imfura (**Kuv 12:13, 23**). Ku ngaburo Yera, Kristo yasezeranye guharira ivyaha (**Mat 26:28;** raba **Mariko 14:24; Luka 22:20**). Ingaburo y'Umwami irakomeye cane kurusha izindi ngaburo zose kuko itagarukira ku kuziguriza umubiri w'uwawuriyeko ariko igashika ku gukiza umubiri w'uwayiriyeko n'ubugingo bwiwe ibihe bidashira (raba **Mat 10:28**).
- *Iyo misi mikuru yose ni icibutso cama cibukwa urunganwe ku rundi.* Pasika yibutsa ugucungurwa kwa Isirayeli bava mu maboko y'Abanyegiputa (**Kuv 12:14, 24-27**). Ingaburo y'Umwami yibutsa Kristo, uwo, mu rupfu rwiwe, *"akura ivyaha vy'abari mw'isi"* (**1 Kor 11:25-26**).
- *Iyo misi mikuru yose yasaba ko habaho ukwizera.* Ukwumvira Imana kw'Abisirayeli mu gihe ca Pasika kwagaragajwe n'ukwizera kwabo no kwizigira ivyo Imana yavuze (**Kuv 12:27-28**) kandi ivyo bibakingira,bibarinda urupfu. Mu ngaburo Yera y'Umwami, abayiryako bose bakwiye kubanza kwirimbura

Copyright © by Jonathan Menn 2021. All rights reserved.

no kwisuzuma kugira ngo bayirireko mu buryo bwiza; batayiriyeko mu buryo bwiza baba bariko barikwegera gutsindwa n'urubanza mbere bagashobora no gupfa (**1 Kor 11:27-32**).

- *Amaraso y'ukuri yakoreshwa mu misi mikuru yose, ariko amaraso yakoreshejwe ku Ngaburo Yera y'Umwami yari afise agaciro k'ibihe bidashira, n'ububasha, aho amaraso ya Pasika atari afise ivyo vyose duhejeje kuvuga.* Amaraso y'umwagazi yari "ikimenyetso" gusa c'uko Imana iyabona igihe umumarayika w'umuranduzi, w'urupfu azonba ariko aranyuragira muri Egiputa ariko ayo maraso ubwayo nta bubasha yagira bwo gukingira ubuzima n'ubugingo bw'abantu yari afise (**Kuv 12:13**). Ku rundi ruhande na rwo, Amaraso ya Kristo ari nay o yakoreshejwe ku Ngaburo Yera ni yo maraso nyene y'Umwana w'Imana, yonyene ni yo ashobora kandi ahagije, akwiye ashobora *"gukura ivyaha vy'abari mw'isi"* (**Mat 26:28**). Ni co gituma, Yesu ashobora kuvuga, ati *"Iri . . . ni isezerano risha ryo mu maraso yanje abaviriye"* (**Luka 22:20**), si uko amaraso yiwe yari "ikimenyetso" gusa c'isezerano risha.
- *Imisi mikuru yose yakuramwo abandi bose.* Pasika yari iyo Abaheburayo bonyene; abatari Abayuda bategerezw kubanza guca mu migenzo n'umugirwa w'ugukebwa kugira ngo bashobore kuyiryako (**Kuv 12:43-45**). Ingaburo y'Umwami ni iy'umubiri wa Kristo (**1 Kor 10:16-17, 20-21**). Ivyo bics mu rupfu rwa Yesu yapfuye nk'umwagazi bituma Abisirayeli n'abandi bose "barya umubiri wiwe bakanywa n'amaraso yiwe," ari ukuva mu buja—icon a co kikaba ari co Yesu n'ibisigaye vyose vyo mw'Isezerano Risha vyigisha (raba **Yohana 8:31-36; Rom 6:1-23; Heb 2:14-15**).

Ubwa nyuma, nk'uko Pasika yari ikigereranyo kandi yari mu buryo bw'ubuhanuzi, ni na ko vyari ku Ngaburo y'Umwami. "Ugushingwa canke urwego rw'Ingaburo y'Umwami rwatangaza yuko ivyo ishengero ricamwo muri kahise bitarahera, bitarasongongerwa. Ingaburo ya Nyuma ubwayo ni ubundi buhanuzi, ikigereranyo catunga agatoki ku mazimano y'umunezero yo muri kazoza aho Kristo azosangirira n'Abigishwa biwe mu bwami bw'Imana (Luka 22:15-18; Mariko 14:25; Mat 26:29; 1 Kor 11:26). Kubw'ivyo, ingaburo yose y'Umwami ikorwa n'ishengero itunga agatoki ku kuzosangira na we mu bwami bw'Imana bw'ibihe bidashira (Ivyah 21:2ff.)." (Goppelt 1982: 116)

3. <u>**Imirongo 17-21—**Yesu avuga ko bahava bamugura n'ibibazo abigishwa bibajije ubwabo</u>

Yesu avuga ko umwe muri bamwe cumi na babiri ahava amugura ku **murongo wa 18** hafatira kuri **Zab 41:9**. Nimba ivyo Litvin avuga ku cagezwe c'ingaburo ya Pasika ari co cagezwe Yesu n'abigishwa biwe bakwirikije, **umurongo 20** (*"Umwe muri mwebwe cumi na babiri, uwo turiko turakoreza amaboko rimwe mu mubehe, ni we"*) hagaragara ko hafatira ku ntore yo muri **Yohana 13:26** yaribwa, yatamirwa inyuma y'igikombe ca kabiri c'umuvinyo (raba aho hejuru). Ukwibaza ibibazo kw'abigishwa (*"Mbega ni jewe?,"* **umurongo 19**) ni ukutiyemera gukomeye n'ukumenya ububasha bw'icaha buba muri twebwe twese (raba **Rom 7:14-24**). Ukwo kwibaza ibibazo ni kwiza kurusha ukwiyemera bose berekanye gatoya inyuma yaho (raba **imirongo 29, 31**). **Umurongo 21** (*"Umwana w'umuntu agira agende uko vyanditswe kuri we"*) kumbure hafatira kuri **Yes 53**. Nubwo ukugurwa kwa Yesu n'urupfu rwiwe kwari kwaranditswe kandi kwari kwarateguwe, kwaranavuzweko imbere y'igihe (**Yes 53:10-12; Acts 2:23; 4:27-28**), Yuda we ntakwiregura no mu kwikura mu kabaregwa vyose biri ku gatwe kiwe k'ukumugura, Imana ntiyafashe ku nguvu Yuda ngo agure Yesu.[62]

4. <u>**Imirongo 22-25—**Ugutangaza Isezerano Rishasha</u>

Muri **Yer 31:31-34,** Yeremiya yari yarasezeranye Isezerano Rishasha *"n'umuryango wa Isirayeli n'umuryango wa Yuda."* Iryo Sezerano Rishasha rizoba isezerano ry'intahava, ry'ibihe bidashira aho Imana izokwandika ivyagezwe vyayo mu mitima y'abantu bayo, abantu bayo bazomenya vy'ukuri Uhoraho, kandi na we azoharira ivyaha vyabo kandi ntazoba akivyibuka ukundi (raba kandi **Yer 32:38-40; 50:4-5; Ezk 11:14-20; 36:24-32; 37:15-28**). Yesu mbere yaho yari yavuze yuko ari *"umutsima w'ubugingo"* (**Yohana 6:35, 48**). Ubu na ho ingaburo Yera ariko aravuga agereranya yuko mu kwakira umutsima, yavuze, ati "*Uyu ni umubiri wanje"* (umurongo wa **22**). Ikindi, yarasiguye neza yuko yariko aratanguza Isezerano Rishasha ryo mu maraso yiwe (**Luka 22:20;** raba **1 Kor 11:25**). Yesu yavuze, ati, *"Aya ni amaraso yanje y'isezerano"* (**umurongo 24; Mat 26:28**). Ivyo vyibutsa amajambo ya Mose yo mu **Kuv 24:8**. Isezerano rya Mose ntiryaharira ivyaha canke ngo ritange ubugingo budashira; Isezerano Rishasha, ari na ryo Yesu yaje gutanguza mu maraso yiwe, riraharira ivyaha kandi rigatanga ubugingo budashira. Isezerano ryemejwe kandi riheraherezwa ku musaraba (**Heb 9:12-17**). Ryateweko igikumu igihe Yesu yazuka mu bapfuye, hanyuma akaduzwa mw'ijuru aavyagira i buryo bw'intebe y'Imana yicaranye na Data (**Heb 10:11-18**). "Ubushasha" bw'Isezerano rishasha bubonekera mu

[62] Ikibazo c'uko Imana yigenga kandi iri hejuru ya vyose, ko umuntu afise uruhara mu biba, kandi n'ukubaho kw'icaha n'ububisha vyaravuzweko cane birahanwahanwako ivyiyumviro bihagije muri Menn 2021: 108-32.

Copyright © by Jonathan Menn 2021. All rights reserved.

kuvuga yuko "iri sezerano rigizwe n'ikimazi gishasha kizokuraho ivyaha [**Heb 9:12-14**], urusengero rusha rutubatswe n'amaboko y'abantu [**Heb 9:11**], ubuherezi bushasha bugizwe n'abantu bose bava mu moko yose n'amahanga yose **[1 Pet 2:5; Ivyah 1:6; 5:9; 7:9**], kandi ihanga rishasha, abantu bashasha b'Imana batavyawe n'ubugombe bw'umuntu ariko bavyawe Na Mpwemu [**Yohana 3:3; 2 Kor 5:17**]. Kristo rero ni we anyuranye na Adamu, umutwe w'ubwoko bwose bushasha n'isi nshasha, yashinzwe ku rufatiro rw'igikorwa ciwe c'ugukiza (raba Rom. 5:12-25)." (Smith 1999b: ch. 13) "ni umuhuza gusa w'Isezerano rishasha ry'Imana; ni we ariserukira, ni we arihagarariye" (Goppelt 1982: 116).

Yesu mu gufatira ku maraso yiwe *"Ico ni amaraso yanje y'isezerano, aviriye benshi"* (**umurongo 24**) yisunga **Yes 53:12** kandi akibutsa ivyo yavuze muri **Mat 20:28** (*"Nk'uko Umwana w'Umuntu atazanywe no gukorerwa, atari ugukorera abandi, no gutanga ubugingo bwiwe kw'incungu ya benshi"*). **Umurongo wa 25** werekana ko ingaburo Yera itakwongera kuribwa igihe Ubwami bw'Imana buzoba bwashitse nyagushika, kubera izoba ishikijwe mu mazimano y'ubukwe bw'Umwagazi (**Ivyah 19:7-9**) Kubw'ivyo, Ingaburo Yera y'Umwami itegerezwa kwiginwa no kwibukwa uyu musi "nk'icibutso c'ukuri gukomeye kw'uburyo bubiri: *umunezero* w'agakiza kacu kaja karatanzwe n' *ivyizigiro* vy'ukuzogaruka kwa Yesu hamwe n'ubucuti n'ukubana na we kw'ibihe bitazoshira" (Cole 2006: 1196).

5. **Imirongo 26-31—**Ubuhanuzi bw'ukuzokubita umwungere, intama zigasanzara, na Petero yihakana Yesu

Ku **murongo wa 27**, Yesu avuga ko abigishwa biwe bose baja guhava batsitara bakamuvako, bakamuta. Muri ivyo, asubiramwo **Zek 13:7** kandi akahikoreshako, akahirabishako. Yesu mu kwabura ivyavuzwe muri Zekariya yabigize ibigira nkana, yabigize abibona, kubera yuko ivyariko biraba mu gihe ca **Zekariya 13** vyerekana yuko Imana ari yo yari inyuma y'ugukubitwa kw'umwungere (ari yo yabanguye inkoni y'ukumashura umwungere) n'ugusanzara kw'intama (raba kandi **Yes 53:10**).[63] Ugusanzara ni ukuyungururwa, ukugeragezwa, n'ugucishwa mu cotero canke ukuvugutirwa kw'intama (**Zek 13:8-9**)—kandi ivyo ni vyo vyabaye ku bigishwa. Ubuhanuzi bwa Yesu bwarashikijwe igihe bamufata (umurongo wa **50**, *"Maze bose baramuta, barahunga"*). Ubuhanuzi bwa Yesu bw'uko Petero ahava amwihakana bwarashikijwe ku mirongo ya **66-72**.

## IBIBAZO VY'UGUHANAHANAKO IVYIYUMVIRO

1. Raba kuri ubwo budasa buri hagati y'inyifato y'abigishwa y'ugukekeranya canke ku kubaza ikbazo babajije ku **murongo wa 19** hamwe n'ivyo biyemeje ku **murongo wa 31**. None inyifato nziza nyakuri bari bakwiye kwerekana muri izo zibiri ni iyihe, kandi kubera iki?

- Twokuramwo icirwa ikihe muri ivyo?

2. ku ngaburo Yera, Yesu yafashe ibigize ingaburo yo kuri Pasika kandi aca abiha insiguro nshasha (canke, kumbure mu yandi majambo yumvikana neza yerekanye mu vy'ukuri ico ivyo vyatunga urutoki muri kazoza igihe cose bavyibuka bakabikora). Ku **mirongo ya 22-25** yinjiye, yatanguje Isezerano Rishasha ryari ryarahanuwe na Yeremiya imbere yaho (**Yer 31:31-34**; raba akandi **Ezk 36:25-27; Luka 22:20; 2 Kor. 3:2-6; Heb 8-9**), ivyo na vyo bisazisha isezerano rya Kera (**Heb 8:13**). None iryo "Sezerano rishasha ni iryahe," kandi ibirigize bikuru bikuru canke ibirigenga bikuru bikuru ni ibiki?

3. Ni kubera iki (canke vyategerezwa kuba gute) ugusangira ko ari ikintu nyamukuru c'ubuzima bw'ishengero co kimwe n'ubuzima bw'umukristo?

- Mbega ni uko bimeze no kuri wewe? Nimba atari uko, vyogira ikibanza bikwiriye gute mu mutima wawe no mu bugingo bwawe?

[63] "Umushumba avugwa muri Yesaya 53 n'umwungere avugwa muri Zekariya 13 birafise vyinshi bihurijeko. Hose barababajwe kubera bwari ubugombe bw'Imana kugira ngo bababazwe bartyo. Bose baciye mu rupfu barenganijwe kandi bavuga ku mibabaro n'ukudamwa kw'abantu kubera ibibi bakorewe. Ikirengeye ivyo, abo bantu bose bavugwa barababajwe kugira ngo beze ivyaha,bahanagure ivyaha." (Klein 2008: 389)

Copyright © by Jonathan Menn 2021. All rights reserved.

**<u>14:32-42:</u>** ***[32] Maze bashika ahantu hitwa i Getsemane, abarira abigishwa biwe, ati Ba muricaye hano, mbanze nje gusenga." [33] Ajana Petero na Yakobo na Yohana, atangura kwumirwa no guhagarika umutima cane. [34] Arababwira, ati Umutima wanje uri n'akabonge kagomba kunyica; ba muragumye hano, mube maso." [35] Yunguruza imbere gatoya, yubama hasi arasenga ngo ico gihe kimurengane, asangwa bishoboka. [36] Ati, Abba, Data, vyose biragushobokera: kura iki gikombe kindengane: Ariko ntibibe uko jewe ngomba, yamara bibe uko wewe ugomba." [37] Aragaruka, asanga basinziriye, abaza Petero, ati Simoni, urasinziriye? Nturushe uba maso n'isaha n'imwe? [38] Ni mube maso, musenge, ntimuje mu mosha mabi. Umutima ni wo ukunze ariko umubiri ufise intege nke." [39] Yongera kugenda, arasenga, avuga amajambo amwe n'aya mbere. [40] Yongera kugaruka, asanga basinziriye, kuko amaso yabo yari aremerewe cane, ntibamenya ico bamwishura. [41] Agaruka ubugira gatatu. Arababarira, ati Ni mwisinzirire noneho, muruhuke: Biraheze. Igihe kirashitse; raba Umwana w'umuntu ashizwe mu maboko y'abanyavyaha. [42] Ni muvyuke, tugende: ehe unguze ari hafi."***

<u>**Imirongo 32-42—**Yesu ari mw'itongo ry'i Getsemane</u>

Mw'itongo, Kristo *"atangura kwumirwa no guhagarika umutima cane"* (**umurongo 33**), kandi *"Umutima wiwe wari n'akabonge kagomba kumwica"* (**umurongo 34**). **Luka 22:44** hongerako ibi, *"Arushirije kwicwa n'umubabaro, ashishikara gusenga cane, icuya ciwe kiba nk'ibitonyanga binini vy'amaraso bitonyanga hasi."* Umubabaro n'akabonge vyiwe vyari binini cane kugeza yaho asenga ati, *"Abba, Data, vyose biragushobokera: kura iki gikombe kindengane: Ariko ntibibe uko jewe ngomba, yamara bibe uko wewe ugomba."* (**umurongo 36**). Igikombe nta nkeka vyari ivyo yagomba gucamwo n'ivyari bigeye kumushikira umusi wakurikira agiye ku musaraba. Ku ruhande rwo ku mubiri ukubambwa bwari uburyo bugayitse, bwica bukebuke, bugenda bukebuke, butetereza umuntu ariko budasobanuye umubabaro yari afise n'akabonge yari afise uko vyangana. Ahubwo, "igikombe" yari agiye kunywerako cari igikombe c'uburake bw'Imana (raba **Zab 75:8**). Umwe *"atigeze kumenya icaha"* "*yamuhinduwe icaha"* kubwacu (**2 Kor 5:21**). Ntibidushobokera, twebwe igihe cose twamana icaha kiba muri twebwe, gutahura ibigize ivyo Kristo yikoreye, yiremetse. Uguhinduka kwiwe icaha kubwacu vyasaba yuko abanza kunywera kuri ico gikombe c'uburake bw'Imana casigura yuko Se, Data—uwahoranye na we ibihe bidashira, uwo bamanye imigenderanire y'ubumwe itagira agatosi n'urukundo—yaramuhevye, aramuta.[64] Vyongeye, ntidushobora gutahura no gusobanukirwa uburemere bw'ivyo ivyo vyasigura. Ico Yesu yariko arakora ku musaraba kwari ukwakira n'ukwicirako igihano, akariha ikiguzi, kandi akishirako igihano cari guhabwa abantu b'abanyavyaha: "Muri Matayo 10:28 Yesu yavuze ko ata cica umubiri cogereranywa n'icica impwemu kikayijana, kikayihonereza muri Gehinomu, gutakaza ukubana n'Imana. Ariko ibi nyene ni vyo vyabaye kuri Yesu igihe yari ku musaraba -yari yahebwe na Se, Data (Matayo 27:46). . . . igihe yasemerera agataka ati Imana yiwe yamuhevye, yariko araca mu muriro ubwawo. Ariko ni mwiyumvire—nimba umwenda wacu w'icaha ari munini cane kugeza yaho utashobora kwishurwa, kurihwa, ariko gehinomu yacu ikababandanya ibihe bidashira, rero ico dukwiriye guheraherezako mu kuvuga yuko Yesu yavuze ati ivyo kubacungura "birarangiye" (Yohana 19:30) inyuma y'amasaha atatu gusa? Tubona yuko ukugene yiyumvise ku musaraba kwari kurengeye imiriro canke gehinomu zacu zose zishizwe hamwe. . . . Igihe Yesu yatandukana n'Imana, yagiye i kuzimu h'i kuzimu no mw'itanure ryaka cane kurusha ayandi matanure yose, birengeye uburyo twovyiyumvira, twobitegera. Yarumvise ico ari co uburake bwuzuye bwa Data. Kandi ivyo yabikoze avyishakiye, atawumusunitse, ku bwacu." (Keller 2009: sec.4)

Mw'Itongo, "Imana Data yakoze nk'uko vyategerezwa kugenda, gushira igikombe imbere yiwe, kugira ngo acabire akinywe. . . . Yariboneye aratahura ico ari co iryo tanure ry'uburake bw'Imana, iryo yagomba gutererwamwo; yazanywe ku munwa w'itanure kugira ngo arirunguruke arirabemwo, agahagarara akabona ibibatsi n'ibirimi vyaryo, kandi akabona ukugene azotongorwa n'urubeya rwaryo, kugira ngo ashobore kumenya aho yari agiye kuja n'ivyo yari agiye kubabazwa ivyo ari vyo. Ibi ni vyo yujuje umushaha n'umutima wiwe n'umubabaro n'umwiza, ukwo kubona ibintu bisa n'ivyo vyaramurengeye." (Edwards 1739: n.p.) Jonathan Edwards asigura igituma impnjo y'ico gikombe yari ikenewe: "kiretse nimba kamere k'umubiri wa Kristo kari gafise imbono idasanzwe yahawe imbere y'igihe y'ukubona ivyo azocamwo vy'imibabaro, ntyashobora, nk'umuntu, gutahura neza imbere y'igihe ukugene yari agiye kubabazwa, akamenya ico yakoze igihe yabira

[64] Uburemerezi n'urugero rw'ubucuti na Se bugaragarira mu kugene Yesu mu kuvuga Se adacishije iruhande, yakoresheje ijambo ry'Ikiaramayike "Abba," ijambo ry'ubucuti, ry'ibigumbagumba ry'urukundo (**umurongo 36**). Nubwo hari ahantu hake aho *Abayuda bariko baravuga* Imana bakoresha Abba, "nta cemezo na kimwe c'uko abandi babayeho imbere ya Yesu *bavuze* Imana nka Abba" (Bauckham 1978: 249, Ugushimika kwongewemwo). "N'imiburiburi ikoreshwa ryiwe rya Abba bimushira mu murwi w'abantu beranda banezererewe urwego rudasanzwe rw'ubucuti n'Imana, kandi dushobora kutamenya ingene dusigura iri koreshwa ndetse nk'iciyumviro c'ukumenya ko habaho imigenderanire yinjira nk'iyo" (Ico gitabu nyene: 248).

Copyright © by Jonathan Menn 2021. All rights reserved.

igikombe kugira ngo akinywereko, kuko atari yashoboye kumenya neza ico ico gikombe casigura –ko cari igikombe atigeze kunywerako imbere yaho. Iyo Kristo akishira muri iyo mibabaro itovugwa, atabanje kumenya no gutegera no gutahura imbere y'igihe uwo mururazi n'ukugene vyari biteye ubwoba, ategerezwa kuba yabikoze atabizi. Nk'umuntu, ategerezwa kuba yisutse mu mibabaro atazi ico isigura n'iyo izomushikana, kandi muri ubwo buryo akaba yabikoze nk'aho yari ahumirije; kandi nta nkeka mu kwikorera no kwiremeka iyo mibabaro ntivyashobora kuba bikomotse mu gikorwa ciwe cuzuye, ntivyavuye kuri we. Kristo, nk'Imana yari azi neza ico iyo mibabaro isigura, n'ukugene yari imeze; ariko kandi vyari nkenerwa ko atahura nk'umuntu, kuko yategerezwa kubabara nk'umuntu kandi igikorwa ca Kristo mu kwabira ico gikombe cari co gikorwa nyene camuzanye nk'Imana yihinduye umuntu. . . . Kristo yari agiye gutererwa mw'itanure ry'igitongorero c'umuriro w'uburake, kandi ntivyari bikwiye ko arikorokeramwo atarizi, ataryiteguriye, atazi ingene iryo tanure ry'umuriro ritongora. Kugira ngo ntarikorokeremwo atarizi, Imana yabanje kumujana imushira ku munwa w'iryo tanure kugira ngo banze aryitegereze, arirabe, arabe ibibeya vyaryo, n'uburakari bwaryo, kugira ngo kandi agire iciyumviro c'ivyo azoba akorokeyemwo, yemeye kwikorera, kandi avyishakiye ashobore kuryinjiramwo kandi aryemere kugirs ngo yikorere ivyaha vy'abanyavyaha bose kandi vyose, azi ico ari co n'ico bisigura. Iki ni co gicapu n'ishusho Kristo yari afise igihe yariko aracikana." (Edwards 1739: n.p.; raba kandi Cole 2006: 1197).

"Gitsemane" gisigura "igikanyura amavuta" (Vander Lann na Markham 1996: 160). Mw'itongo, "nk'uko Yesu yikoreye uburemere bw'ico vyasigura kuba umwagazi w'intama w'Imana n'ikimazi c'ivyaha vy'abari mw'isi, ibigundu vy'amaraso yasizwe bitangura kumuvamwo, nk'amavuta y'igiciro akanyurwa ava mu nzabibu. Yesu avyishakiye yishize musi y'ukwo kubabazwa kugira ngo atwereke urukundo rwiwe adukunda uko rungana. Ubukene bwacu nib wo bwamujanye gushika aho kandi bumushira muri gitsemane kidashoboka c'urupfu rwiwe nk'ikimazi." (Ico gitabu nyene.) dufatiye kuri ibi vyose, isengesho ryiwe, *"Ariko ntibibe uko jewe ngomba, yamara bibe uko wewe ugomba"* (**umurongo 36**) riratahurika cane. Umukristo wese ategerezwa kuba afise umutima nk'uwo kandi agasenga artyo nyene, cane cane "kubera yarakanyuwe kubera twebwe, ntituzokwigera dushobora kwikorera uburemere bw'igihano c'ivyaha vyacu" (Ico gitabu nyene).

Dufatiye ku guhagarika umutima kwa Yesu kurengeye, no gukarira Petero na Yakobo na Yohana ko bakwiriye *"gukesha no gusenga"* (**imirongo 34, 38**), biratangaje yuko abo batatu bose basinziriye mu gihe Umwami wabo yari abakeneye cane ko babana na we mu masengesho. Ukubakarira kugira ngo *"babe maso, basenge"* bibwirwa abizera bose, cane cane igihe bahuye n'amageragezwa canke uguhamwa. Ntidushobora gutunwa n'uko umutima wacu ubikunze, kubera yuko umubiri wacu ufise intege nke cane kandi ushobora kuzimira no kuvanwa mu nzira nziza. Umubiri wacu "ukomera" igihe wishikaniye Mpwemu Yera. Ivyo bishobora gushika hatarinze kurabwa inkomezi z'umubiri canke ubumuga bwawo. Umubiri wacu ni ahantu ho kugeragerezwa kw'ibitugize n'ivyo duhekeyeko hamwe n'ukwizera kwacu. Ubugingo bwonyene bugizwe n'ugukesha no kwirinda n'ukwiyubara n'ugusenga ni vyo bizotuma tuba abizigirwa bikatubuza bikaturinda kurwa mu vyaha.

Ivyo Kristo yavuze ku bijanye *"n'ugushirwa mu maboko y'abanyavyaha"* (**umurongo 41**) birakaze cane kurusha uko bigaragara. Ukuri ni uko hariho abantu b'ubwoko bubiri: anabyavyaha n'abera. Abantu benshi, nka yuda, bashobora kumarana imyaka myinshi na Yesu ariko bakaguma ari abanyavyaha. Dutegerezwa *"kuba maso no gusenga"* kugira ngo ntibitubeko.

## IBIBAZO VY'UGUHANAHANAKO IVYIYUMVIRO

1. Isengesho rya Yesu yasengeye mnw'Itongo ry'i Getsemane rifise akamaro kanini cane. Ni kubera iki ari ngirakamaro ku vyo Abakristo bavuga ko ari yo nzira *yonyene* ishikana ku Mana no ku gakiza?

- Imana yateye igikumu gute mu kwemeza ko Yesu ari we nzira yonyene ishikana ku Mana no ku gakiza?

2. None ayo majambo nyene, *"ntibibe nk'uko ngoma ariko bibe uko wewe ugomba,"* yerekana gute *ukwizera gbukomeye canke ukutizera gukomeye*?

3. Ku **murongo wa 38**, igihe Yesu yavuga ati *"umutima urakunze ariko umubiri ufise intege nke,"* yashaka gusigura iki "integer nke ku bijanye n'ibintu vy'Imana n'ivya Mpwemu." Yari gushobora kuvuga ati *"Umutima urabishaka, ariko umubiri ukomeye kurusha umutima [mu yandi majambo, umubiri ukomeye mu kwumira kw'isi no ku bintu vy'isi]."* None umuntu atuma ate umubiri uba uwukomeye ku vyerekeranye n'Imana n'ivy'Impwemu hanyuma ukaba umunyantege nke ku vyerekeranye n'isi hamwe n'ivy'umubiri?

Copyright © by Jonathan Menn 2021. All rights reserved.

**14:43–15:20a:** ***43 Buno nyene akivuga, Yuda, umwe muri bamwe cumi na babiri, araza, azananye n'igitero kizanye inkota n'amahiri, kivuye ku baherezi bakuru n'abanyabwenge b'ivyanditswe n'abashingantahe. 44 Ariko umugura yari yabahaye ikimenyetso, ati Uwo nja gusoma azoba ari we, mumufate, mumujane mumugumije." 45 Ashitse, aca aramwegera, ati Mwigisha: maze aramusomagura. 46 Bamushorerako amaboko, baramufata. 47 Maze umwe mu bahagazeho asokora inkota, ayikubita umushumba w'umuherezi mukuru, amuca ugutwi. 48 Yesu arababaza, ati Mbega munziye kumfata nk'umwambuzi, muzanye inkota n'amahiri? 49 Ko namana namwe mu rusengero nigisha imisi yose, ntimumfate: ariko ibi bibaye kugira ngo ivyanditswe bishike." 50 Maze bose baramuta barahunga. 51 Kandi umuhungu umwe w'umusore amuja inyuma, yikuvye ko impuzu imwe gusa, baramufata: 52 abatana impuzu yiwe, ahunga amenya.***

***53 Bajana Yesu ku muherezi mukuru, abaherezi bakuru bose n'abashingantahe, n'abanyabwenge b'ivyanditswe bakoraniraho. 54 Petero amuja inyuma barenga arenguka, ashika imbere mu rugo rw'umuherezi mukuru; yicarana n'abagendanyi yota umuriro. 55 Maze abaherezi bakuru n'abashingantahe b'amakombe bose baronderera Yesu ibirego vyomwicisha, barabibura. 56 Naho abamurega ibinyoma bari benshi, ibirego vyabo ntivyari bihuye. 57 Bamwe bava hasi, baramubeshera, 58 "Bati Twebwe twaramwumvise avuga, ati Nzosambura uru rusengero rwubatswe n'intoke nubake urundi mu misi itatu, rutubatswe n'intoke.'" 59 Ariko naho nyene amajambo yabo ntiyari ahuye. 60 Umuherezi mukuru arahaguruka, ahagarara hagati, abaza Yesu, ati Nta co wiregura? Abo bakwagirije iki?" 61 Arihorera, ntiyamwishura na rimwe. Umuherezi mukuu yongera kumubaza, ati Ni wewe Kristo, Umwana w'Ishimwa?" 62 Yesu aramwishura, ati Ndi we; kandi muzobona umwana w'Umuntu yicaye i buryo bw'ububasha azananye n'ibicu vyo kw'ijuru." 63 Maze umuherezi mukuru yitantamurirako imyambaro yiwe, aravuga, ati Turacaronderera iki ivyabona? 64 Muriyumviye ingene arogose: mugira ngo iki? Bose bamucira urubanza ngo akwiye gupfa. 65 Bamwe batangura kumuvuma amate, bamupfuka mu maso, bamukubita ibipfunsi, bati Ni udupfindure. Abagendanyi bamushirako inshi.***

***66 Petero akiri mu rugo, ahahera hepfo, haza umwe mu ncoreke z'umuherezi mukuru, 67 abonye Petero yota umuriro, aramwitegereza, aramubwira, ati Na wewe nyene mwari kumwe na wa Munyanazareti Yesu." 68 Na we arabihakana ati Sinzi ico uvuze, singitahuye." Maze arunguruza ashika mu bikingi vy'irembo; inkoko irabika.[i] 69 Ya ncoreke imubonye, itangura kwongera kubwira abahagaze, ati Uyu ni uwo muri bo." 70 Nawe yongera kubihakana. Maze hahise akanya, abahagazeho bongera kubwira Petero, bati Ni ivy'ukuri uri uwo muri bo, bitayeko uri Umunyagalilaya." 71 Na we atangura kurahira arisiba, ati Uyo muntu muvuga sindamuzi." 72 Uwo mwanya inkoko ibika ubugira kabiri. Petero yibuka rya jambo Yesu yamubwiye ati Inkoko itaragereka uja kunyihakana gatatu; avyiyumviriye, ararira."***

***15 1 Umutwenzi utambitse, uwo mwanya abaherezi bakuru n'abashingantahe n'abanyabwenge b'ivyanditswe, n'abashingantahe b'amakombe bose, baja inama, baboha Yesu, baramujana, bamushikiriza Pilato. 2 Pilato aramubaza, ati Ni wewe Mwami w'Abayuda?" Na we aramwishura, ati Urarivuze. 3 Abaherezi bakuru bamurega vyinshi. 4 Pilato yongera kumubaza, ati Ntaco wiregura? Umve ivyo bakwagiriza ingene ari vyinshi." 5 Maze Yesu ntiyasubira kwishura ijambo na rimwe, bituma Pilato atangara.***

***6 Muri iyo misi mikuru, yahora abarekurira imbohe imwe, uwo bamusavye. 7 Hariho umwe yitwa Baraba, yabohanywe n'abagararije, bishe abantu muri ukwo kugarariza. 8 Ishengero riraduga, ritangura gusaba kw'abagirira nk'uko yamenyereye. 9 Pilato arababaza, ati Muragomba ko mbarekurira Umwami w'Abayuda?" 10 Kuko yamenye yukw ishari ari ryo ryatumye abaherezi bakuru bamutanga. 11 Maze abaherezi bakuru bosha ishengero gusaba ngw ivyoba vyiza abarekurire Baraba. 12 Pilato yongera kubabaza,ati None uwo mwita Umwam,I w'Abayuda we ndamugire nte?" 13 Bongera kuyogora, bati Mubambe." 14 pilato arababaza, ati Kuki? Yakoze ikibi ki? Maze barushiriza kuyogora cane, bati Mubambe." 15 Pilato agomvye kumara ishavu ishengero, abarekurira baraba, maze atanga Yesu ngo abambwe, amaze kumutonagura.***

***16 Maze abasoda bamujana imbere mu rugo, ari rwo Boma, bahamagara ingabo zose, ziraterana. 17 Bamwambika impuzu y'ishigisha, batsiba igitsibo c'amahwa, bakimwambika mu mutwe; 18 Batangura kumuramutsa, bati Ndagize bwakeye, Mwami w'Abayuda!" 19 Bamukubita irenga mu mutwe, bamuvuma amate, barapfukama, bamukomera amashi. 20a Bamaze kumucurira, bamwambura ya mpuzu y'ishigisha, bamwambika iziwe mpuzu.***

### **Imirongo 43–15:20a—**Ukuryarukwa kwa Yesu, ugufatwa kwiwe, ugusambishwa imbere y'Abanyekombe, Petero yihakana Yesu, no gusambishwa imbere ya Pilato

Iki kigabane c'Ubutumwa bwiza uko bwanditswe na Mariko cerekana, kikavuga ingene Yesu yaryarutswe n'ukugene bamufashe, ingene yasambishijwe agacirwa urwo gupfa n'Ikombe y'Abayuda, Petero yihakana Yesu incuro zitatu, n'ugusambishwa hamwe n'ugucirwa urwo gupfa na Pontiyo Pilato. Agakekezo ni uko, Abayuda nka Yesu barenze ku mategeko yabagenga kugira ngo bacire urwo gupfa Yesu nk'uko bari

Copyright © by Jonathan Menn 2021. All rights reserved.

bagipanze imbere y'igihe, ariko igihe erero Yesu yashirwa mu maboko y'Abanyamahanga, Umucamanza w'Umuroma, Pontiyo Pilato, we nta caha yamubonyeko ariko kubwo gutinya umugumuko w'abarongozi b'Abayuda acira urubanza yesu rw'ukubambwa.

Ukugereranye ibivugwa mu Butumwa Bwiza uko ari Bune biduha urutonde n'urukurikirane rw'ukugene ibintu vyagenze guhera ku gufatwa kwa Yesu mw'Itongo ry'i Getsemane gushitsa ku gupfa kwiwe n'uguhambwa kwiwe (ibi bintu bikurikira vyabuwe kuri Powell 1954: 42-43):

| Nko hagati mu gicugu | Baramufata |
|---|---|
| Guhera ijoro riciye habiri gushika mu utwenzi | Yesu arenguka imbere ya Anasi (**Yohana 18:13, 19-24**)<br>Asambishirizwa imbere ya Kayafa n'Ikombe (**Mariko 14:53-65; raba Mat 26:57-68; Luka 22:54, 63-71**) |
| Mu mutwenzi: 6:00AM (*"mu gatondo ka kare"*) | *"Haba imibonano n'abashingantahe n'abanyabwenge b'ivyanditswe n'abanyekombe bose"* (**Mariko 15:1a; raba Mat 27:1**) |
| Izuba riserutse: 6:00AM-9:00AM (guhera isaha cumi na zibiri zo mu gitondo gushika isaha zitatu) | Asambishirizwa imbere ya Pilato (**Mariko 15:1b-5**; raba **Mat 27:2, 11-14; Luka 23:1-5; Yohana 18:28-38a**)<br>Asambishirizwa imbere ya Herode (**Luka 23:6-12**)<br>Yesu yongera gusambishirizwa imbere ya Pilato, arakengerwa, aratonagurwa acirwa urwo gupfa (**Mariko 15:6-20a**; raba **Mat 27:15-30; Luka 23:13-25; Yohana 18:38b–19:16**) |
| 9:00AM-gushika isaha zitandatu z'umutaga (3rd-6th hour) | Urugendo rwamushikanye i Karuvariyo no kubambwa (**Mariko 15:20b-32**; raba **Mat 27:31-44; Luka 23:26-33; Yohana 19:17-25**) |
| Guhera isaha zitandatu z'umutaga gushika isaha cenda z'umuhingamo (6th-9th hour) | Yesu ku musaraba (**Mariko 15:33-36**; raba **Mat 27:45-49; Luka 23:34-44; Yohana 19:26-29**) |
| 3:00PM (9th hour) | Urupfu rwa Yesu n'uguhambwa kwiwe (**Mariko 15:37-46**; raba **Mat 27:50-60; Luka 23:45-54; Yohana 19:30-42**) |

1. **Imirongo 43-52—**Ukuryarukwa kwa Yesu, ugufatwa kwiwe, ugusamba imbere y'Abanyekombe, Petero yihakana Yesu, no gusambishwa imbere ya Pilato

Mariko yerekana Yuda nk'*"umwe wo muri bamwe cumi na babiri"* (**umurongo 43**) ushimangira urufatiro rw'icatumye amugura. Yuda yari yateguye neza kuzomugura mw'ido n'ido: hari mw'ijoro kandi hari ahantu hatagira abantu aho ishengero, igugu, abantu benshi (ari na bo abaherezi bakuru batinya) batazoba bahari; yazananye n'umurwi w'abarongozi b'idini bari bitwaje ibirwanishwa hamwe abigishwa biwe canke abandi bantu bohirahira bakarwanya (Petero mu guca ugutwi kw'umushumba w'umuherezi mukuru akoresheje inkota yiwe [**umurongo 48**; raba **Yohana 18:10**] vyerekana ukwiyubara kw'umupango wa Yuda; kandi, kubera hari mw'ijoro, yahaye abarongozi b'idini ikimenyetso—uwo aja gusoma ni we azoba aguze—aho rero nta gukekeranya kuzoba kurimwo ku wo ari we Yesu. Mbere, ijambo "gusoma" ngaha ni *kattaphileō,* risigura "gusomagura n'urukundom rwinshi kandi kenshi" (Zodhiates 1992: *kattaphileō,* 847). Ivyo Yesu yavuze ku vyerekeranye n'ivyanditswe ko bishitse (**umurongo 49**) nta nkeka ko afatira kuri **Yes 53:12**, nk'uko vyanditswe muri **Luka 22:37**, kandi ashobora kuba yafatiye kuri **Zek 13:7**, ari na ho Yesu yari yafatiye imbere yaho ku Ngaburo y'Umwami.

**Umurongo 50** ushimangira uvuga, uti *"Maze bose baramuta barahunga."* Aha rero Yesu yari asigaye ari wenyene kandi ari mu minwe y'ububasha bw'abansi biwe bari bararondeye igihe kirekire ingene bomushira mu maboko yabo no kumwica. Benshi bibaza yuko "umusore" *"yabatanye impuzu yiwe, agahunga amenya"* (**imirongo 51-52**) ari Mariko ubwiwe. Mariko yari afise inzu i Yerusalemu (**Ivyak 12:12**). Ivyavuzwe mu nyuma vyerekana yuko iyo nzu ari yo yabereyemwo Ingaburo ya Nyuma, ingaburo Yera ya nyuma (Cole 1989: 301). Swift ana we avuga, ati "Nta ciza na kimwe cokwerekanwa mu kwandika ivyo vyabaye ndetse vyanditswe na nyene kubicamwo, kubibamwo, uwo vyashikiye, vyabayeko" (Swift 1970: 883).

2. **Imirongo 53-65—**Yesu asambishirizwa imbere y'Abanyekombe

**Umurongo 55** ufatira ku kwumvirizwa kwa Yesu canke ku gusamba kwiwe imbere y'*"Abanyekombe bose."* Ibi nta nkeka ko ryari Ikombe Rikuru. "Dufatiye kuri *Mishnah*, hariho sentare zitatu i Yerusalemu: Sentare Rubamba, (Ikombe Rikuru), sentare ntoya y'iyo (Ikombe Ritoya) na Sentare yo ku mugina" (Powell 1954: 36). Sentare rubamba ari yo Ikombe Rikuru ryari rigizwe n'abantu 71 kandi ni yo Sentare yonyene yari yemerewe guca urubanza ry' "umuvugishwa w'ibinyoma" (Neusner 1988: 584, Sanhedrin §§1:5.A; 1:6.A). *Mishnah* yanditswe nko mu ntango y'imyaka 200 Imbere y'ivuka rya Yesu kandi yuzuyemwo imigenzo yahererekana,yavugwa ku munwa yariho. Nimba iyo migenzo n'ukugene imanza zacibwa ku bijanye n'Ikombe vyariho nko mu gihe ca Yesu, aho rero abarongozi b'idini bararenze amategeko yabo bategerezwa kwisunga kugira ngo bashike ku vyo baja barapanze: ugutsindishwa n'urupfu vya Yesu. Nk'akarorero, Mishnah ivuga yuko, mu manza z'ugucirwa urwo gupfa, abacamanza bategerezwa "gusambisha uwo munt uku murango kandi

Copyright © by Jonathan Menn 2021. All rights reserved.

bakabiheza ku murango nyene" (Neusner 1988: 590, Sanhedrin §4.1.J) Mu manza z'ugupfa, abacamanza "bashika ku ngingo ya nyuma kuri uwo musi nyene, *ariko si ku musi ukurikira w'ugutsindishwa*" (Ico gitab nyene: Sanhedrin §4.1.K); Ni co gituma, "ntibaca imanza [z'ugupfa] ku musi w'imbere y'Isabato canke imbere y'umusi mukuru" (Ico gitabu nyene: Sanhedrin §4.1.L) Ikindi, "Mu manza z'ugupfa batangurira ku rubanza rwo kurekura uwagirijwe ntibatangurira ku rubanza rwo kunyongwa" (Ico gitab nyene: 589, Sanhedrin §4.1.E). Nta na kimwe muri izo ngendo canke muri ayo mategeko akomeye yakwirikijwe. Kanatsinda, **Mat 26:59** mbere na ho nyene havuga ibi, *"Abaherezi bakuru n'abashingantahe b'amakombe bose baronderera Yesu ibirego vy'ibinyoma, ngo babone ingene bomwica."*

Igitangaje, nubwo Ikombe ubwaryo ryariko rirarondera ibirego vy'ibinyoma kugira ngo baronke ingene bomwica, hategerezwa gukurikizwa ibisabwa na *Mishnah* yuko "igihe [ivyabona] bidahuje ivyo bivuga, bikanyuranya, igishingantahe cabo nticaba kicemerwa" (Ico gitabu nyene: 592, Sanhedrin §5.2.F). Kubw'ivyo, Mariko incuro zibiri zose yerekana, avuga yuko igishingantahe canke ibirego vy'ivyabona vy'ibinyoma *"ibirego vyabo ntivyari bihuye"* (**imirongo 56, 59**). Igishingantahe c'ivyabona c'uko Yesu yavuze ko yosambura urusengero akongera akarwubaka mu misi itatu (**umurongo 58**) vyari gushobora gutahuruka nk'aho icaha c'ukumwicisha n'ubupfumu, igihano c'ivyo vyose cari ukwicwa. Yamara, nk'uko Frank Powell abivuga, "Naho ico cemezo si co Ikombe ryashaka, ryipfuza. Abanyekombe bashaka kwumva icemezo gikomeye kurusha ivyo bamurega vyo gusambura urusengero kandi akavuga yuko yoshobora kurwubaka mu misi itatu. Rero mu buryo bw'ubuhinga bukomeye yuko 'ivyabona bitigeze bihuriza hamwe ku birego' baranse ivyo vyemezo." (Powell 1954: 68)

Gushika ubu, nta kintu na kimwe bareze Yesu yishuye. "Mu bihe nk'ivyo cari igikorwa c'Umuherezi mukuru gutangaza ko ata caha yamubonyeko, ko uwarezwe akwiye kurekurwa" (Ico gitabu nyene: 69). Umuherezi mukuru si vyo yakoze. Ahubwo, umuherezi Mukuru ubwiwe yabajije Yesu, ati *"Ni wewe Kristo, Umwana w'Ishimwa?"* (**umurongo 61**) Yesu aramwishura, ati *"Ndi we; kandi muzobona umwana w'Umuntu yicaye i buryo bw'ububasha azananye n'ibicu vyo kw'ijuru."* (**umurongo 62**). Nk'ingaruka y'inyishu Yesu amuhaye, *"Maze umuherezi mukuru yitantamurirako imyambaro yiwe, aravuga, ati Turacaronderera iki ivyabona? 64 Muriyumviye ingene arogose: mugira ngo iki? Bose bamucira urubanza ngo akwiye gupfa."* (i**mirongo 63-64**)

Ico kibazo c'Umuherezi Mukuru cari giciye hampande y'itegeko mu buryo bwose. Ubwa mbere, umuntu bavuga ko arogose "igihe conyene yaba yatangaje, yavuze izina ry'ijuru, izina ry'Imana" (Neusner 1988: 597, Sanhedrin §7.5); vyongeye, kubera ukurogota cari icaha gikomeye (**Lew 24:10-16**), ikirego canke icaha c'ukurogota casaba yuko n'imiburiburi habaho abantu babiri canke batatu bo gushinga intahe yuko bumvise uwo muntu yagirijwe ko yarogose (raba **Guh 35:30; Gus 17:6; 19:15;** Neusner 1988: 597-98, Sanhedrin §§7.4.A, D; 7.5). Kubera ata cabona cemeje, cashinze intahe ko Yesu yakoze icaha c'ukurogota, Umuherezi Mukuru nta burenganzira na bumwe yari afise bwo kuzana ico kirego c'uko yarogose canke bwo kukibazako ikibazo. Umuherezi mukuru "ntiyari akwiye kurondera ikinyoma co gukingira ukudakwirikizwa kw'amategeko yo guca urubanza mu kwibazisha ibibazo Uwarezwe" (Powell 1954: 70). Ubwa kabiri, ikibazo c'Umuherezi mukuru nticari vyongeye gikwirikije amategeko kubera "sentare yariko irabazagiza, isambisha Uwarezwe hisunzwe yuko yakoze icaha *imbere* yuko arengutswa muri Sentare (kandi ico caha nta cemezo cari gifise) kandi ko hatari kubera *ikintu cavuzwe n'Uwarezwe muri Sentare*" (Powell 1954: 71).

Ubugira gatatu, ikibazo c'umuherezi mukuru cari icemezo mu vy'ukuri. James Edwards avuga ati, "Mu rurimi rwa mbere rw'ikigiriki ukugene ayo majambo atondetse yashizwe mw'iforoma rw'icemezo kirimwo ikibazo gihekeyeko ('Uri Kristo, Umwan w'Ishimwa'). 'Uri' irashimangiwe cane, kandi 'Ishimwa,' ni izina ry'Imana Abayuda bavuga bashaka kwirinda kuvuga Izina ry'Imana, bisigura ko ata wundi atari "Umwana w'Imana". Ingaruka ni ugushira mu kanwa k'umuherezi mukura ukwatura kwuzuye ko Yesu ari Kristo!" (Edwards 2002: 446)

Inyishu Yesu yishuye umuherezi mukuru irarashe, iratomoye: "Ndi we" (**umurongo 62**). Ako kanya "nyene aca asobanaura ico cemezo, ukwo kwemera kwiwe yavuze ati Ndi we afatiye ku Mwana w'Umuntu avugwa muri Dan 7:13 na Zab 110:1. Umwana w'Umuntu ngaha ni Umwana w'Imana yuzuye kandi ashizwe hejuru, 'avyagiye i buryo bw'Ishobora Vyose'. . . .Ni muri ubwo buryo Yesu yemeza ko ari Umwana w'Imana imbere y'umuherezi mukuru kandi akiyerekana nk'uwushitsa igikorwa c'igihe c'iherezo c'Umwana w'Umuntu, icemezo kimwerekana ata nkeka ko ari mu kinanza c'Imana." (Ico gitabu nyene: 447) Craig Blomberg avuga ku gituma ivyo Yesu yivugako ko ari "Umwana w'Umuntu" muri ibi bihe ko ari ngirakamaro cane: "Uyu 'Mwana w'Umuntu' ariko aravuga ahubwo ko yari mesiya kanaka, ari co cari gutuma umuherezi mukuru yitantamurira ko impuzu agatangaza ko Yesu arogose [**imirongo 63-64**]. Kuvuga ko ari Mesiya nticari icaha co kumwicisha; atari uko na ho, Abayuda ntibari kwigera baronka Mesiya! Ariko kuvuga ko ashizwe hejuru, Umwana w'Umuntu yakomotse mw'ijuru, uwahoze ari Uhoraho kandi yari kumwe na Data ubwiwe mw'ijuru, yarenze

Copyright © by Jonathan Menn 2021. All rights reserved.

urubibe rw'ivyo abarongozi benshi b'Abayuda babona ko birengeye kuvugwa ku muntu afise inyama n'amaraso apfa." (Blomberg 2007: 93) N. T. Wright avuga ku kindi kintu gikomeye n'ingaruka z'inyishu Yesu yishuye Kayafa: "nta kintu na kimwe kidasanzwe canke carengejwe urugero ku vyo Yesu yavuga ko ari 'Umwana w'Umuntu' vyo muri Daniyeli 7.14, 18 na 27. . . . Yariko aravuga ko aserukiye abantu b'ukuri b'Imana. . . .ni co gituma yatangaje yuko Imana ya Isirayeli izomuburanira, izomuhorera; kandi ukwo kuzomuhorera n'ukumuburanira kuzoba kugizwe n'ugusamburwa kw'urusengero arim kwo kwaje gusigarira no kuba ikimenyetso c'umugumuko wa Isirayeli mu kugarariza Imana.[65] . . . Mu zindi ngaruka zibutsa ico cemezo gikomeye n'ayo majambo akomeye, hario ikindi kimwe Kayafa atibagiye. Iyo Yesu yari guhorerwa no kuburanirwa nk'uwuserukira mu vy'ukuri abantu ba YHWH; kandi nimba, Kayafa, ari we yari yicaye ku ntebe y'uguca urubanza rwa Yesu; aho rero Kayafaubwiwe, hamwe n'intwaro yari aserukiye, ahagarariye, vyaca bija ahagaragara mu muco. Sentare yiwe yari yahindutse kimwe mu bubisha bwo gukandamiza no guhonyora ku gakanu Isirayeli y'ukuri, kandi iyo nganji, iyo ntwaro ikazosenyurwa igihe YHWH azorwanirira abantu biwe. Kayafa, Umuherezi Mukuru, yabaye Antiocus Epiphanes musha, umuyobe mukuru akandamiza agahonyora ku gakanu abantu ba YHWH.[66] Ikombe ryariko rirarangura igikorwa c'Igikoko kigira kane [raba **Dan 7:7**] kuri Yesu Umwana w'Umuntu. . . . Abagize sentare bose bari bashikriwe: imbohe ihindutse umucamanza, umucamanza ahindutse umugizi wa nabi, umunyavyaha wo kunyongwa (Wright 1996: 524, 525-26)

Ngaha, vyongeye, umuherezi mukuru n'abasigaye bo mw'Ikombe ntibakwirikije amategeko asaabwa yavuzwe neza muri *Mishnah*. "Mu bihe nk'ibi cari igikorwa cabo co kugira itohoza ku kuri canke ku kinyoma ku vyavugwa. Ibi ntibashoboye kubikora. Nta tohoza ryabaye ku vyo Yesu yavuze ko ari Mesiya kandi ko ari n'"Umwana w'Imana".'. . . Inyifato y'abacamanza igihe bumva inkuru z'uko Yesu yazutse, ndetse inyifato yabo imbere n'inyuma eka mbere no mu gihe c'ugusambishwa, yerekana ukwizera yuko *ata kuntu na kumwe* bari biteguriye kwemera ivyo Yesu yavuze ko ari Mesiya wa Isirayeli. Igihe inkuru y'ukuzuka yabashikira, aho kugerageza kubonana na Yesu kugira ngo bemeze ivyabaye, canke ngo bagire itohoza ryimbitse ry'ivyabaye—kumbure bafise mu mutwe iciyumviro c'ukwongera kumusambisha gushasha—baciye batanga amahera menshi bayaha abasoda batanze ivyemezo nk'igipfukamunwa, igiturire kugira ngo batangure gusanzaza inkuru itari yo yuko igihe bari basinziriye abigisha bivye umubiri wa Yesu." (Powell 1954: 74, 89)

Ikindi, kubera basanze Yesu ari umutsindwa, bategerezwa "kwunguruza ukumusambisha gushika ku musi ukurikira. Bategerezwa kwica mwo imirwi ibiri kandi ntibategerezwa kurya vyinshi canke kunywa umuvinyo mwinshi uwo musi wose, kandi bategerezwa guhanahana inkuru n'ivyiyumviro vy'ivyabaye canke vy'ico kibazo iryo joro ryose. Kandi umusi wakurikira bategerezwa kuvyukira mu rukiko, muri sentare." (Neusner 1988: 593, Sanhedrin §§ 5.5.A, B, C) Ntibigeze bakora ivyo ariko ahubwo bavumye Yesu amate, bamucirako amate, kandi baramubigura, baramukubita (**umurongo 65**); ubwo bwari uburyo bwa kera bw'imigenzo bwo kwerekana ko banse umuntu kandi ko bamwirukanye (raba **Guh 12:14; Gus 25:9; Yobu 30:10; Yes 50:6**). Ukwitantamurirako impuzu kw'umuherezi vyasabwa n'Ikombe igihe umuntu yagirijwe ko yarogose (Ico gitabu nyene: 598, Sanhedrin §7.5.E). urwo rubanza rwose rwuzuyemwo agakekezo: Ikombe rihagaze ku vyagezwe kandi Yesu na we yicaye mu batsindwa, ariko mu vy'ukuri Ikombe ryararenze amategeko ariko Yes una we ni we agumiza amategeko hamwe, ni we atayarenga. Ibirego Abanyekombe barega Yesu ntivyigeze mu nyuma bitanga ukwumvikana n'uguhuriza ku kintu kimwe kw'ivyabona vy'ibinyoma vyarondera gutsindisha Yesu, uwo ari we wese yavuga ivyiwe, ku vyo Yesu ubwiwe yivugiye ko ari Umwana w'Imana. Yesu yariko arasambishirizwa imbere y'Abanyekombe, ariko Abanyekombe na bo bazohagarara basambishirizwe imbere y'Umwana w'Umuntu ni yo yagaruka mu cubahiro ciwe. Abanyekombe bahinyura Yesu, baramubigura, baramutitura, bamubarira ngo tubarire uwugukubise uwo ari we, ariko ivyo yavuze vyose vyarashitse. Hejuru y'ivyo vyose, ni Umuherezi Mukuru, si Yesu, yarogose, kubera yuko Yesu *ari* Umwana w'Imana. (Edwards 2002: 449) Agakekezo ka nyuma ni uko umuherezi mukuru yitantamuriyeko impuzu ziwe,

---

[65] Yesu mu buryo bw'ikimenyetso yerekanye ukuzosamburwa kw'urusengero igihe yahumanura urusengero (**Mariko 11:15-17**) kandi akavugishwa ku kuzosangangurwa kw'urwo rusengero muri **Mariko 13:2, 14-18**. Mu gusambishwa kwiwe, ivyabona vy'ibinyoma vyarashinze intahe, *"twebwe twaramwumvise avuga, 'ait, Nzosambura uru rusengero rwubatswe nubake urundi mu misi itatu, rutubatswe n'intoke'"* (**Mariko 14:58**). Ukwo kwari ukuvuga ivyo Yesu atavuze n'ugusigra nabi ivyo Yesu yavuze. Muri **Mariko 13:2** yavugishijwe yuko urusengero ruzosenyurwa, ariko ko Abaroma, atari we, ari bo bazorusambura. Muri **Yohana 2:19** yari yaravuze ibi, *"Yesu arabishura ati, Musambure uru rusengero, nanje nzoruhagarika mu misi itatu."* Ntiyariko aravuga yuko azosenyura urusengero ariko yari ahanganye n'Abayuda kandi *"we yavuga urusengero rw'umubiri wiwe"* (**Yohana 2:21**).

[66] Umutegetsi w'Umugiriki Antiochus Epiphanes yatwara Siriya yararongoye intara y'i Yudaya guhera mu mwaka wa 175–164 Imbere y'Ivuka rya Yesu. Mu mwaka wa 167 imbere y'Ivuka rya Yesu yatanze ikimazi c'ingurube ku gicaniro c'urusengero kandi yavuze ko idini ry'Ikiyahudi ritacemerewe gukora mu mategeko. Ivyo ni vyo vyatumye Abamakabe bagumuka mu mwaka wa 167–164 Imbere y'Ivuka rya Yesu. (Bartlett 1993: 476; Metzger 1957: 132)

Copyright © by Jonathan Menn 2021. All rights reserved.

nk'uko vyagenze igihe kuri Samweli igihe yashingira umutamana wa Sauli akawutabura, bisigura yuko ubuherezi bw'uwo muherezi mukuru bugiye gutaburwa kandi agiye kubwakwa, aho Yesu mbere n'igihe yari ku musaraba, impuzu za Yesu ntizigeze zitaburwa (**Yohana 19:23-24**), bisigura yuko ubuherezi bwiwe bwobwo butazokwigera bugira iherezo (**Heb 2:17; 4:14-15; 10:19-22**) co kimwe n'ubwami bwiwe.

3. **Imirongo 66-72—**Petero yihakana Yesu

Petero ko yari mu rugo vyerekana yuko yari arajwe ishinga n'ivyerekeye Yesu kandi ko yashaka kumenya ivyari bigeye kumushikira, kumubako. Ariko, ugushaka kumenya ukugene Yesu amerewe vyavyariye Petero kugira ikibazo ku mutekano no ku buzima bwiwe we nyene. Igihe incoreke yabarira Petero yuko yari kumwe na Yesu, Petero arabihakana, *"Sinzi ico uvuze, singitahuye,"* birafise akamaro kanini kubera yuko "uburyo ibintu vyagenda mu mategeko y'abigisha ku kuntu ikintu gisanzwe kimera iyo umu ntu ahakanye ikintu mu vy'amategeko" (Lane 1974: 542; raba Neusner 1988: 637, Shabuot §8:3.B). Yari gushobora kuvuga ukuri canke agatanga inyishu y'ukwikurayo (akarorero, "Nibaza ko wihenze"), ariko ngaha yatanze inyishu ikomeye yo kubihakana nk'iyo yari gutanga muri Sentare. Uguhakana kubri kwa mbere kwari uko yabanye, yari kumwe na Yesu, ariko uguhakana kwa gatatu kwa Petero kwahakanye Yesu ubwiwe (*"Ararahira arisiba, at'Uyo muntu muvuga sindanamuzi,"* **umurongo 71**). Icongeyeko, ukwihakana Yesu kwa gatatu kwa Petero kwari kurengeye uguhakana kudasanzwe nk'uko umuntu ashobora gutanga muri Sentare; **umurongo 71** uvuga yuko *"yatanguye kurahira arisiba."* Swift avuga yuko kwisiba no kurahira "bidasigura . . . yuko yavuze ibitavugwa; ariko ni uko yavyemeje akoresheje indahiro. Yihamagariye 'ukuvumwa' n'Imana hamwe ivyo yavuze vyoba atari ukuri." (Swift 1970: 883) *Arakavumwa* bisigura yuko umuntu "yemeye gusangangurwa canke kwicwa kubw'Imana (Sept.: Guh 21:1-3; Gus 13:16-18); ni co gituma, kuba ikivume, no kurandurwa, ko avumwe (1 Kor. 12:3; 16:22; Gal. 1:8, 9). Mu ba Rom. 9:3, kuba igicibwa kuri Kristo no ku gakiza kiwe. Iryo jambo ntiryerekana igihano cari citezwe nk'ugutozwa indero ariko ni ugutangwa canke gushikirizwa igihano n'ugucirwakw iteka n'ijuru. Vyerekana indahiro idashbora kuvaho." (Zodhiates 1992: *Arakavumwa,* 148-49). Petero ntiyari kwihakana no kwanka Yesu Kristo kurusha uko yabikoze ku murongo wa **71**.

Raba ingene mu vy'ukuri umutima wibesha kurusha ibindi vyose (**Yer 17:9**) n'ukwikunda kudasanzwe kwerekanywe na Petero: guhera ku kuvuga ngo *"Uri Kristo"* (**Mariko 8:29**) ugashika aho uvuga ngo *"Uyo muntu muvuga sindanamuzi"* (umurongo wa **70**). Ku kumwihakana kwa gatatu inkoko irabika ubwa kabiri (**umurongo 72**); **Luka 22:61** atubarira yuko muri ako kanya nyene Yesu arahindukira araba Petero, Petero na we aca yibuka yuko Yesu yari yamubariye ko ivyo bija kumubako, *"avyiyumviriye, araturika ararira"* (**umurongo 72**). Turakwiriye kumenya yuko abantu bose bafise imbuto zimwe z'ukwihenda n'ukwigungirako n'ukwikumakumirako vyagaragajwe na Petero. Ibi bishobora gushikira abantu mu buryo butandukanye, cane cane mu bihe vy'amageragezwa n'uguhamwa. Ni co gituma dukwiye kuba twiteguriye amageragezwa n'uguhamwa imbere yuko bidushikira, aho kurindira yuko ayo mageragezwa abanza gushika tutari tuyiteguriye. Yamara, ukugwa gukomeye kwa Petero kwategerezwa kutwibutsa yuko hariho igihe cose inzira yuguruye kugira ngo umuntu ashobore kwihana, guharirwa, no gusubizwa mu buryo, kugarukanwa mu nzira nziza (raba **Mariko 16:7; Yohana 21:15-17**).

4. **Umurongo 15:1a—**Inama yabaye hagati y'abashingantahe, abanyabwenge b'ivyanditswe n'Abanyekombe bose

Bishoboka ko inkoko ibitse ubugira kabiri "ari co gihe [c'uko] cerekana umutwenzi utambitse, nk'ugutandunya n'igicugu inkoko yabitseko ubwa mbere; 15:1, 'bukeye', bishigikira ivyo" (Cole 1989: 309). Biragaragara yuko Ikombe Ryose riri hamwe ryasambishije Yesu mw'ijoro. Maze *"umutwenzi utambitse"* (umurongo wa **1**) habayeho iyindi nama n'uwundi mubonano Abanyekombe bakuru n'abaherezi bakuru, n'abashingantahe hamwe n'abanyabwenge b'ivyanditswe. Hashobora kuba hari hakoranye abantu barenga ijana b'abarongozi b'idini. Powell avuga ati, "Vyosa n'uko iyi nama wari umubonano wo guhinyanyura ibintu gusa, wari ufise intumbero imwe gusa yo guhitamwo uburyo bwo guha insiguro icatumye bafata ingingo yo kurenga amategeko n'imbere yuko basambisha Yesu no kumucira urubanza rwo gupfa imbere yuko anumvirizwa. . . . Nta nkeka ko vyari ngombwa yuko Umuherezi Mukuru, n'Umukuru, nka perezida wa Reta y'Abayuda, yategerezwa gushigikirwa n'abakuru bose b'Abayuda ku vyabaye, ku vyo bakoze." (Powell 1954: 81-82) Matayo avuga mu buryo bwagutse, *"Umutwenzi utambitse abaherezi bakuru bose n'abashingantahe b'ubwo bwoko bagira inama ngo bamwice."* (**Mat 27:1**).

Bahitamwo gushikiriza Yesu umushikirizamanza, Pontiyo Pilato, kubera ari we wenyene yashobora kwemeza mu mategeko ko Yesu akwiye kubambwa (raba **Yohana 18:31**). Hariho izindi mpamvu zatumye bashikiriza Yesu Pilato: "Ububasha bwa Buramatari bwari bufise akamaro kanini ko guhosha no kuzimya umugumuko washobora kwaduka ushigikiye ko Yesu atobambwa. Hejuru y'ivyo, urubanza ruciye na Roma rwo

Copyright © by Jonathan Menn 2021. All rights reserved.

gutsindisha Yesu—kandi cane cane isoni ry'urupfu ruciye mu kubambwa—vyari kwononera cane ukugerageza kw'abanywanyi ba Yesu kwo kwongera kumusubizako n kumupfuka agashambara, bashaka kumumarmaza bihagije kugeza yaho atazosubira kuvyura umutwe." (Edwards 2002: 457-58) Yamara, abarongozi b'Abayuda bahisemwo ikibona ndashe kutabarira Pilato ivyavye mu kugene bobo basambishije Yesu nk'Ikombe. Impamvu kwari uko kumbure "iyo berekana ingene babigenjeje mu kumutsindisha muri sentare yabo bwite, ukudakwirikiza amategeko vyaranze urwo rubanza vyaca bigaragara kwa Pilato, kuko yaca amenya yuko hisunzwe itegeko ry'Abafarisayo ugusambishwa ko kutari kuba mw'ijoro mu mategeko. Pilato yari gushaka kumenya icaha Yesu aregwa catumye acirwa urwo gupfa. Ntiyari kwemera icaha c'ukurogota barega Yesu. Hari kubanza kubazwa ibindi bibazo bituma ata nyishu zavyo aronka. Vyari guhava bigorana. Pilato yari gushobora ako kanya nyene guhagarika urwo rubanza rwo gutsindishwa kwa Yesu akarekura Yesu akamureka akagenda. Mbega ntivyari kuba vyiza kurushiriza kutavuga ikintu na kimwe ku bijanye n'ukugene bamusambishije hamwe n'ingingo bisunze zabashikanye ku kumucira urwo gupfa hanyuma bakavuga gusa ko Yesu yahagaritswe, yafashwe mw'ijoro kandi ubu na ho mu gatondo ka kare, ko bamuzaniye, bamushiirije Pilato kugira ngo na we amusambishe?" (Ico gitabu nyene: 83-84)

Kubw'ivyo, kubera Pilato n'abandi bategetsi b'Abaroma batitaho,canke batari banezwe no kwumviriza urubanza rushingiye ku vyagezwe vy'Abayuda vyerekeranye n'ukurogota (raba **Yohana 18:31; Ivyak 18:12-16**), abarongozi b'Abayuda bategerezwa kurondera ikindi kirego gishasha "categerezwa gukangura Pilato, kandi akaba ari we *abishitsa*. Kandi, hejuru yo kwongerako ikirego co kugwanya itegeko ry'Abaroma, ico kirego categerezwa kuba ikirego gituma bamucira urubanza rw'ugupfa, rw'ukubambwa. Hariho ibintu vyinshi vyabaye bigaragaza imirongo yerekeranye n'integuro zabo z'ukugene bazobigenza. Bategerezwa kurega Yesu ko yamenje—Yamenje kuri Amperere. Pilato yategerezwa kwakira ico kirego bamureze kandi ko atari kwongera kugisubiza mw'Ikombe. . . . Iyo Pilato akerekana ibimenyetso na bitoya ko ashaka kurekura Yesu bari bafise iyindi karat abaca bakoresha. Baca bagumura abantu kugira ngo berekane yuko niyo Pilato yarekura Yesu atazoba acura na Kayisari, kandi vyaca bituma akazi kiwe gahera agasubizwa I Roma aho yari guhanwa kuko yaca yitwa umukeba wa Kayisari I Yudaya." (Ico gitabu nyene: 85)[67]

5. **Imirongo 1b-20a—**Yesu imbere ya Pilato n'imbere y'abasoda b'Abaroma

Pontiyo Pilato yari umucamanza wo mu ntara y'i Yudaya guhera mu mwaka wa 26-36 Inyuma y'Ivuka rya Yesu. Mu nzira nk'iyo, yari "afise ububasha bwose bw'umwami w'abami, Amperere bwo kwica no gukiza. Igihe yaba ariko arasambisha uwudafise ubwene gihugu bw'Abaroma baba mu ntara yiwe ntiyatgerezwa gukurikiza amategeko y'i Roma n'ukugene vyagenda muri sentare y'i Roma. Yari afise ijambo rya nyuma mu kintu cose. Yari umucamanza kandi akaba ari na we atsindisha, yari umushikiriza manza akaba n'umucamanza." (Powell 1954: 101)

Ku **murogo wa 2**, ikibazo ca Pilato yabajije Yesu, ati *"Ni wewe mwami w'Abayuda?"* ni co kimwe n'ikibazo umuherezi mukuru yabajije Yesu ku **murongo wa 14:61**, amajambo, icemezo kirimwo ikibazo (mu yandi majambo, "Uri Umwami w'Abayuda?"). "Nk'uko vyagenze ku muherezi mukuru, ukugene Mariko yatondetse amajambo vyatumye Pilato avyemera atabizi. Vyongeye, mbere no mu minwa y'abansi ba Yesu batabizi baramwatura." (Edwards 2002: 458) Urufatiro rw'ikibazo ca Pilato turusanga mu nkuru ya Luka ku gusambishwa, *"Iryo koraniro ryose riva hasi, bamujana kwa Pilato. Batangura kumwagiriza, bati Uyu twamubonye agomesha, agumura ubwoko bwacu,ababauza gutanga ikori rya Kayisari, yivuga ngo ni Kristo, Umwami.'"* (**Luka 23:1-2**) Inyishu ya Yesu, *"Urarivuze"* (**umurongo 2**) ushimangira *wewe*. "Si ukwemera kutarinze guca hirya, canke na ho Pilato yari guca aronka urwitwazo, urufatiro rwo kumwica, kumubamba. Kandi vyongeye si uguhakana. Iyo nyishu hari ico igomba kwerekana, ni nk'aho yavuze ati, 'vyokubera vyiza

[67] Craig Evans yaritegereje asanga yuko Yesu atatsindishijwe na Pilato ko "Yamenje." Dufatiye kuri amperere Justinian wo mu mwaka wa (530-533 Inyuamy'Ivuka rya Yesu) mu gitabu ciwe *Digesta,* icegeranyo c'Amategeko y'Abaroma, dufatiye ku biri muri ico gitabu vyo mu kinaja ca mbere n'ica kabiri, Evans avuga, ati, "Bisa nuko Yesu atatsindishijwe na gatoya n'uko "yamenje," dufatiye ku nsiguro y'ukumenja (*maiestas*) muri *Digesta* 48.4.1–11. Abantu benshi b'abategetsi bavuzwe muri ico gitabu harimwo Ulpian, Marcian, Scaevola, n'abandi. Hafi nk'uburorero bwose bwavuzwe ko mu gice ca 4 c'ico gitabu 48 bakoze ivyaha bikomeye cane bagambanira igihugu, "bagambanira Abaroma canke bagambanira umutekano wabo," hrimwo n'ukurondera canke gutegura kwica umwami w'abami Amperere, bategura canke bagerageza kwica abategetsi b'I Roma, bagashiraho inyeshamba, abagumutsi, bakanka gusubiza itegeko ry'ingabo, bagafadikanya n'abansi b'ubwami bw'abami, bakagerageza gushiraho Inyeshamba z'abagarariji, bagahindura abari bashigikiye Roma, n'ibindi vyinshi. Yesu nta kintu na kimwe gisa n'ivyo yakoze na kimwe." (Evans 2016: "Roman Law") Pilato na we nyene ubwiwe yari azi yuko bamumushikirije kubera ishari kandi ashaka kumurekura (**Mariko 15:10; Luka 23:20; Yohana 19:12; Ivyak 3:13**). Ariko aremererwa n'urwamo rw'Abarongozi b'Abayuda abemerera gukora ico bamusavye kugira ngo arabe ko yocungura agatwe mu vya politike abe arabaho kabiri.

Copyright © by Jonathan Menn 2021. All rights reserved.

kwiyumvira kuri ico kibazo.'" (Ico gitabu nyene: 459) Abaherezi bakuru bari bazi yuko ivyo bamurega vyose vy'uko Yesu yariko *"arabuza abantu gutanga ikori rya Kayisari"* (**Luka 23:2**) bitari vyo na gato, kubera bari bagerageje gutega umutego Yesu imisi ibiri imbere yaho afatwa ngo avuge yuko abantu badakwiriye gutanga ikori rya Kayisari, ariko Yesu yari yanse kurwa, no gufatwa mu mutego wabo (**12:13-17**; raba kandi **Mat 17:24-27**). Bari bazi neza kandi ko ibirego vyabo vy'uko Yesu yariko *"aravuga ko ubwiwe ari Kristo, umwami"* (**Luka 23:2**) vyari akabeshi. Yatsindishijwe n'Ikombe cane cane kubera *atigeze* avuga ko ari Mesiya w'Umunyepolitike ariko avuga ko *atari* Mesiya w'Umunyepolitike (Kristo) kandi akaba Umwana w'Imana. Kubw'ivyo, ibirego vyabo bituma Yesu yihorera, yinumira ntiyagira ico abishura na kimwe (**imirongo 3-5**), kugira ngo hashitswe ivyavuzwe muri **Yes 53:7**.

**Yohana 18:33-38** hatanga inkuru iramvuye ku kiganiro cabaye hagati ya Pilato na Yes uku kibazo Pilato yari amubajije: *"[33] Nuko Pilato asubira mw'Iboma ahamagaza Yesu, aramubaza, ati Ni wewe Mwami w'Abayuda?' [34] Yesu ati Mbega ivyo ubiubajije kubwawe, canke ni abanda bakubariye ivyanje?' [35] Pilato ati Mbega nanje ndi Umuyuda? Abo ubwoko bwanyu n'abaherezi bakuru nib o bakunzaniye. Wakoze iki?' [36] Yesu aramwishura, ati Ubwami bwanje si ubwo muri iyi si; iyaba ubwami bwanje ari ubwo muri iyi si, abagendanyi banje baba barwanye, ngo simpabwe Abayuda. Ariko noneho ubwami bwanje si ubwino.' [37] Nuko Pilato aramubaza, ati Ubwo wewe uri Umwami?' Yesu ati Ni wewe uvyivugiye ko ndi Umwami. Iki ni co navukiye, kandi iki ni co canzanye mw'isi, ni ukugira ngo nshingire intahe ukuri. Uw'ukuri wese yumva ijwi ryanje.' [38] Pilato aramubaza, ati Mbeaga ukuri ni iki? Amaze kuvuga ivyo, asubira gusohoka, aja aho Abayuda bari, arababwira, ati Jewe nta gicumuro mbonye kuri we."* Yesu yariko aravuga mu vy'ukuri "mu kwishura ivyo arezwe, ati 'Ndatuye kandi ndazibukiye'; ni ukuvuga, Ndemeye ko nabikoze kandi ndemeje ibirego bandeze; ndemeje ko ico bavuze, *mu buryo nakivuze*, ko ari ukuri kugaragara mu vyavuzwe. Yamara, sinemera ivyavuzwe *mu buryo vyavuzwe n'abanyagiriza*. Ndemeje yuko mvuga ko ndi Umwami, ariko sin di umwami mu buryo buvugwa n'Abaherezi Bakuru. Simvuze ko ndi Umwami umukeba wa Kayisari. Sinamenje ku Mwami w'Abami, ari we Amperere. Ndemeye yuko naje gutanguza ubwami ariko ubwo bwami si ubw'iyi si." (Powell 1954: 115-16)

Kubera yuko Pilato yari azi neza ko Yesu ari inzirakarengane, ahowe ubusa (**umurongo 14**) kandi akaba yamushikirijwe kubera ishari ry'abaherezi bakuru (**umurongo 10**), ku **mirongo ya 6-15** Pilato yagerageje kurekura Yesu afatiye ku mugenzo yari afise wo kurekura imbohe imwe ku musi mukuru. Integuro yiwe irananirana, kandi ku bw'ivyo, *"agomvye kumara ishavu ishengero"* (**umurongo 15**), Pilato abarekurira umwambuzi, umugumutsi n'umwicanyi, Baraba, acira Yesu urubanza rwo kubambwa. Nk'uko vyagenze ku bindi bintu vyinshi vyabaye mu buzima no mu bugingo bwa Yesu, harimwo agakekezo gakomeye muri ibi. Yesu yarezwe kandi yaciriwe urubanza n'abarongozi b'Abayuda ko ari umwami mu buryo bw'umunyepolitiki, ikirego bari bazi neza ko atari co, ko ari igihimbano, kandi Pilato amucira urubanza rwo gupfa nubwo we yari azi neza ko ari inzirakarengane kandi muri ico gihe nyene, abarekurira umuntu azwi ko yatsinzwe n'urubanza. Hejuru y'ivyo, "Pilato, yatanguye ashaka ko barekura Yesu, na we aheraheza ashaka ko we nyene yomwirekurira. Abo vyega b'Abayuda, ku rundi ruhande na rwo, igikorwa cabo cari ukwumvira, berekana ico bashaka kandi ico bashaka aba ari co gitsinda. Umutegetsi aba arategetswe mu buryo budasanzwe. Ubwigenge (raba neza umuntu mu mivugire ya mbere ku mirongo ya 9 na 12) atakaza ubwigenge bwiwe ku bantu yari yitwa ko arongoye, atwara, aho Yesu we, impfungwa yinumiye atashobora kugira ico avuze, yagumye ari ku ntumbero yateguwe n'ijuru, kandi we wenyene aguma ari uwidegemvya." (Edwards 2002: 464) Inkuru ya Yohana yerekeranye n'urubanza ingene rwagenze na we nyene arekerkana yuko abarongozi b'idini b'Abayuda n'abantu bahevye ukwiyerekana ko ari abizigirwa ku Mana ariko ubwizigirwa bwabo babugumiza kuri Kayisari. **Yohana 19:12** havuga ibi *"Uhereye aho Pilato arondera uburyo bw'uko yomurekura, ariko Abayuda barasemerera, bati 'Ni warekura uyo, ntuzoba ucuzura na kayisari, kuko uwigira umwami wese aba agararije Kayisari.'"* **Yohana 19:15** hongerako ibi, *"Pilato arababaza, ati mbambe umwami wanyu?" Abaherezi bakuru bati Nta mwami dufise atari Kayisari.'"* **Mat 27:24-25** haherahereza ku kuvuga yuko abantu na bo nyene bavyemeye (bisa n'ukwihakana Yesu kwa Petero kwa gatatu) ko mbere n'amaraso yiwe azoba ku mitwe yabo, azobakora n'uruvyaro rwabo, n'abana babo: *"Maze Pilato abonye ko arushwa n'ubusa, ariko ko barushirije kuvyura umugumuko, yabira amazi akarabira imbere y'ishengero, ati Jeho ndacuna kubw' amaraso y'uyu mugororotsi: ni ivyanu. [25] Abantu bose baramwishura, bat'Amaraso yiwe araba ari twebwe akora n'abana bacu.!'"*

Agakekezo ntigaherera ngaho gusa. Baraba risobanura "umwana wa data"; Yesu ni Umwana wa Data. Ni co gituma, "umwicanyi yatsinzwe n'icaha ararekurwa, kandi mu kibanza ciwe Umwana wa Data atagira icaha, inzira karengane acirwa urubanza rwo gupfa. Ntibigoye kubona mu guhindurira uwo mupfungwa ugutahura iciyumviro c'impongano: 'Kuko Kristo yadupfiriye tukiri abanyavyaha.' (Rom 5:8); 'Kuko na Kristo yababajwe rimwe ahorwa ivyaha, umugororotsi yababarijwe abagabita' (1 Pet 3:18)." (Ico gitabu nyene: 461)

Copyright © by Jonathan Menn 2021. All rights reserved.

Ivyo nyene ni ukuri kuri twebwe: nk'uko Baraba yari apfunzwe nk'umugarariji, umugumutsi n'umwicanyi, ni ko na twe tuboshwe, dupfungiwe mu vyaha nk'abagarariji ku Mana n'ivyagezwe vyayo, kandi twiyishe biciye mu vyaha twakoze kandi biciye mu vyaha vyacu, twakwegeye, twazaniye icaha n'urupfu isi; kandi, nk'uko na Baraba yari yaciriwe urwo gupfa kubera ivyaha vyiwe, ni ko na twe twari twasinzwe ducirirwa urwo gupfa kubera ivyaha vyacu, kandi nk'uko Baraba ata kintu na kimwe yari gukora kugira ngo aronke agakiza kiwe ntapfe, ariko akarekurwa ata kindi kintu na kimwe kibanje gusabwa arekuwe n'ubuntu bwa Pilato n'urupfu rwa Yesu,ni ko na twe ata kintu na kimwe dushobora gukora ku gakiza kacu ariko twakijijwe n'ubuntu bw'Imana gusa kubera yuko Yesu yikoreye igihano c'ivyaha twari dukwiriye, igihano c'ivyaha cari kuba icacu, ku musaraba aho Pilato yamutsindishirije, akamubamba.

Ugushinyagurirwa n'ugukubitwa kwa Yesu abikorerwa n'abasoda (**imirongo 16-20a**) vyongera kwerekana ukugene Yesu yagiriwe mbere n'Ikombe (**14:65**). Impuzu y'ishigisha yari impuzu izimvye cane kandi yerekana ko ari inyambarabami (Ico gitabu nyene: 466). Yesu yemeye yikorera imishishagu n'imimyore y'abasoda, agakengere, agashinyaguro kugira ngo hashitswe ivyanditswe vyo muri **Yes 50:6** na **53:5**.

## IBIBAZO VY'UGUHANAHANAKO IVYIYUMVIRO

1. Ku **murongo wa 14:62** Yesu yabuye ivyavuzwe muri **Zab 110:1** na **Dan 7:13**, kandi akoresha iyo mirongo kuri we nyene, ayikoreshako. **Zab 110:1** na yo nyene yarabuwe canke ifatirwako ku bihe vyinshi mw'Isezrano Rishasha, nk muri aha hakurikira **Mat 22:44; Mariko 12:36, 16:19; Luka 20:42-43; Ivyak 2:34-35; 1 Kor 15:25; Ef 1:20-22; Kol 3:1; Heb 1:3 na 13; 8:1; 10:12-13**; hamwe na **12:2**. Ni ibihe canke ibibazo ibihe bishigikira umurongo uwahe wavuzwe?

2. Ugutabura impuzu ziwe kwa Kayafa mu buryo bw'ubuhanuzi (**umurongo 63**) vyari ikigereranyo c'iki canke mu buryo bw'ubuhanuzi vyasigura iki?

3. Raba ivyo Petero yakoze muri iryo joro: kwibaza ibibazo n'abandi bigishwa (**umurongo 19**); kwemeza ukwizera kwiwe n'ubwizigirwa bwiwe mu buryo budasanzwe (**imirongo 29-31**); ugusinzira kwiwe n'ukudashobora kwishura Yesu ivyo yari amubajije (**imirongo 33-40**); uguca ugutwi kw'umuguranokazi w'umuherezi mukuru (**umurongo 47**); uguhunga kwiwe (**umurongo 50**); ugukwirikira Yesu kwiwe arenga na we arenguka ariko ari kure gushika mu ntangaro y'urugo rw'umuherezi mukuru (**umurongo 54**); kwicarana n'abagendanyi yota umuriro (**umurongo 54**); uguhakana, ukurahira akisiba yuko mbere atigeze amenya Yesu (**imirongo 66-71**); uguturika akarira kwiwe (**umurongo 72**). Ivyo vyose bikubarira iki kuri uwo muntu

- Ameze gute nka we?

4. Mpwemu Yera yakoresheje gute abaguranokazi? Insake? Mbega Mpwemu Yera yoba yarigeze gukoresha abatari abakristo, ibikoko canke ibindi bintu bitagira ubuzima kugira ngo akwigishe ikintu kanaka mu bugingo bwawe?

5. Nimba warigeze gucumura mu buryo bw'uko wibaza, wiyumvira yuko Imana itoba igishobora kugukoresha, ico ciyumviro wakirengeye ute?

- Yoba yarongeye kugukoresha?

6. Ni mu buryo ubwahe umugani w'ivyabaye kuri Baraba ari umugani canke agace k'umugani w'agakiza kacu muri Kristo?

7. Wibaza ko ari kubera iki abantu, bamaze kubona ibitangaza Yesu akora, bamaze kwumva inyigisho ziwe kandi bakanezerererwa ukwinjira kwiwe i Yerusalemu baririmba Hoziyana, ubu basaba basemerera basaba bati Nabambwe, nabambwe (**15:13-14**)? Kwishura yuko *"abaherezi bakuru boheje ishengero"* (**umurongo 11**), nubwo ari ukuri, ntibihagije; ikibazo ni *kubera uki* bemeye kwoshwa?

8. Pilato *"yipfuje kunezereza ishengero"* (umurongo wa **15**), bituma atanga Yesu ngo abambwe, nubwo mbere yari azi ko Yesu ari izirakarengane kandi ko ari ishari ryamubatangishije (**imirongo 10, 14**). Pilato, we, ntiyari Umukristo. Kuva ubaye Umukristo, hoba harigeze kuba igihe "wajanye n'ivyo ishengero ryipfuza" kandi ugakora ikintu uzi ko ari kibi, kubera ugusugumwa n'abandi?

Copyright © by Jonathan Menn 2021. All rights reserved.

- Kubera iki wabikoze gurtyo? (vyongeye, kuvuga, uti, "wari umubiri" canke "umwansi ni we yantumye ndabikora," mu vy'ukuri si inyishu; ikibazo ni *kubera iki waneshejwe* n'ivyo abantu bowiyumvirako canke ugusugumwa n'abandi mu gukora ivyo uzi ko ari bibi?)

- Ingaruka, inyishu yabaye iki (kuri wewe, ku gushingintahe kwawe ku bandi, ku migenderanire yawe n'Imana, muri rusangi)?

9. Ku rundi ruhande, woba warigeze *kurwanya* kujana n'ivyo igugu, ishengero rishaka?

- Woba warigeze kurwanya igugu kubera *impamvu rukristo zumvikana*?

- Vyagenze gute canke ni kubera iki washoboye kurwanya ugusunikwa n'abandi?

- Ingaruka zabaye izihe?

10. Woba warigeze gushinyagurizwa kubera uri Umukristo?

- Wavyifashemwo gute?

- Nimba utavyifashemwo neza, wibaza ko wari kuvyifatamwo neza gute?

- Vyagize ingaruka ki (kuri wewe /ku bandi)?

- Ku rundi ruhande na rwo, dushinyaguriza Yesu gute, mbere nubwo dutangaza ko ari umwami wacu tugapfukama tugaca bugufi, tukunama imbere yiwe?

<u>**Imirongo 20b-47:**</u> ***20b** Bamurengana irembo bamushoreye kumubamba.* ***21** Bafata umuntu ahita, Simoni Umunyakurene, avuye mu misozi, ni se wa Alekisandero na Rufu, ngo amutwaze umusaraba.*
***22** Bamushikana ahitwa i Gologota, risobanurwa ngw ahantu h'agahanga.* ***23** Bamuha vino ivanze n'umuti w'umururazi, ntiyayinywa.* ***24** Baramubamba, bagabura impuzu ziwe, barazipfindira, ngo bamenye iiyo umuntu wese atwara.* ***25** Igihe bamubamba zari isaha zitatu.* ***26** Icandiko c'Ikirego candikwa hejuru yiwe ng'Umwami w'Abayuda."* ***27** Kandi babambana na we abambuzi babiri, umwe i buryo bwiwe, uwundi i bumoso. Nuko ivyanditswe birashika ngo yaharuranywe n'abanyavyaha.* ***29** Abahahita baramucurira, bazunguza umutwe, bati Yo, wewe usambura urusengero, ukarwubaka mu misi itatu,* ***30** ni wikize, wimanure ku musaraba.!"* ***31** N'abaherezi bakuru bamucurira bartyo, banwengurana n'abanyabwenge b'ivyanditswe, bati Yakijije abandi, we ntashobora kwikiza.* ***32** Kristo Umwami w'Abisirayeli ni yimanure ku musaraba ubu nyene, tubibone twizere." N'abari babambanywe na we na bo baramutuka.*

***33** Maze isaha zitandatu zishitse, ubwira kabiri bukorana mu gihugu cose, bushitsa kw'isaha y'icenda.*
***34** Kw'isha y'icenda Yesu asemerera n'ijwi rirenga, ati, "Eloi, Eloi, lama sabakatani?"bisobanurwa ngo Mana yanje, Mana yanje, ni iki kikumpebesheje?"* ***35** Maze bamwe mu bahahagaze bavyumvise, baravuga, bati Umve ahamagaye Eliya."* ***36** Umwe arirukanga, yabira sipongo, ayuzuza inkarisha, ayirungikisha irenga, arayimusomesha, ati Hinge turabe ko Eliya yoza kumubambura."* ***37** Maze Yesu avuga n'ijwi rirenga, aracikana..* ***38** igihuzu gikingiriza ahera cane h'urusengero gitantamukamwo kubiri, uhereye hejuru ugashitsa hasi.* ***39** Umugabisha w'abasoda ijana yari ahahagaze bahanganye, abonye acikanye artyo, aravuga, ati Ni ivy'ukuri uyu yari Umwana w'Imana.!"*

***40** Hariho n'abagore bari kure babiraba, muri bo harimwo Mariya Magadalene, na Mariya nyina wa Yakobo mutoya, na Yose, harimwo na Salome.* ***41** Abo bagore aho yaba i Galilaya baramukurikira bakamukorera: kandi hariho n'abandi bagore benshi bari baduganye na we I Yerusalemu.*

***42** Bugorovye, kuko wari umusi wo kwitegura, ni wo musi utangurira isabato,* ***43** Haza Yosefu w'i Arimataya, Umunyekombe w'icubahiro, kandi na we yari areretse ubwami bw'Imana, ararinduka aja kuri Pilato, asaba ikiziga ca Yesu.* ***44** Ariko Pilato biramutangaza ko yoba amaze gupfa, ahamagaza wa mugabisha w'abasoda, amubaza yuko amaze umwanya apfuye.* ***45** Maze yumvise ivyo uwo mugabisha amubwiye, aha Yosefu ikiziga.* ***46** Agura impuzu yera, arakibambura, akizingira muri ino mpuzu, agishira mu mva yimbwe mu gitandara, atembagaza ikibuye, acugaza umuryango w'imva.* ***47** Mariya Magadalene na Mariya nyina wa Yose babona aho ahambwe.*

Copyright © by Jonathan Menn 2021. All rights reserved.

**Imirongo 20b-47—**Ukubambwa, urupfu, n'uguhambwa kwa Yesu

Ukubambwa, gupfa, n'uguhambwa kwa Yesu Kristo vyose vyashikije ivyanditswe n'ubuhanuzi (raba cane cane **Ita 3:15; Yes 53:3-12**). Vyinshi mu bidasanzwe vyari vyarahanuwe:

- Baha Yesu vino ivanze n'umuti w'umururazi (**imirongo 23, 36**) vyashikije ivyavuzwe muri **Zab 69:21b**, *"Kandi bampaye umururazi kuba ivyo kunywa vyanje."*
- Kumanikwa hejuru ku musaraba (**umurongo 24**; raba kandi **Yohana 3:14; 12:32**) vyashikije **Guh 21:9**, *"Nuko Mose acura inzoka mu miringa, ayimanika ku giti c'intumba, maze uwo inzoka yariwe wese, yaraba iyo nzoka y'umuringa agakira."*
- Gupfa abambwe (**umurongo 24**) washikije **Gus 21:23**, *"kuko umanitswe ku giti ariko umuvumo w'Imana"* (raba **Gal 3:13**).
- Guterwa icumu ubambwe kandi umusoda atera icumu mu rubavu Yesu kugira ngo arabe ko yacikanye (**Yohana 19:34**) hashikije ivyavuzwe muri **Zab 22:16**, *"kuko imbwa zinkikije, umurwi w'inkozi z'ibibi wantaye hagati, bantoboye ibiganza, n'ibirenge,"* **Yes 53:5**, *"Yamara yacumitiwe ivyacu bicumuro, yajanjaguriwe ivyacu bigabitanyo"* na **Zek 12:10**, *"kandi bazokwitegereza uwo bacumise."*
- Isengesho rya Yesu ari ku musaraba, *"Yesu aravuga ati Data ni ubaharire kuko batazi ico bakora"* (**Luka 23:34**) hashitsa **Yes 53:12**, *"Yamara ubwiwe yishizeko icaha ca benshi, kandi asabira abanyabicumuro."*
- Kugabura impuzu za Yesu babanje kugira ubupfindo (**umurongo 24**) ushitsa ivyavuzwe muri **Zab 22:18**, *"Bagabura impuzu zanje, bapfindira umwambaro wanje."*
- Kubambwa hagati y'abambuzi babiri (**umurongo 27**) hashitsa ibivugwa muri **Yes 53:12**, *"[yaharuranywe] n'abanyabicumuro."*
- Abantu bari bahagaze iruhande, bamwitegereza (**Luka 23:35**) hashitsa ivyavuzwe muri **Zab 22:17**, *"nshobora guharura amaufa yanje yose—bandaba bankanuriye amaso."*
- Bazunza imitwe baramushinyagurira (**imirongo 29-32**) ishitsa ivyavuzwe muri **Zab 22:7**, *"Abambona bose bantwengera mw'ijigo, bampa ibinoko, banzunguriza imitwe"* na **Zab 109:25**, *"Kandi mpindukiye ba abanda agakengerwe, uko bambonye bazunguza imitwe."*
- Ivyo abarongozi b'idini bavuze, *"yizigiye Imana, ni imukize ubu nyene ni yaba imubabaye. Kuko yigira ngo Ndi umwana w'Imana'"* (**Mat 27:43**) hashitsa ivyavuzwe muri **Zab 22:8**, *"Bati yishize k'Uhoraro ni amukize, ni amukize ko amunezererwa!"*
- Igihugu cose gicura umwiza (**umurongo 33**) ushitsa ivyavuzwe mw' **Ita 15:12, 17**, *"Maze ubwoba butewe n'umwiza w'umuzitanya buramufata"* kandi *"hariho umwijima."*[68]
- Ugutaka kwa Yesu, *"Mana yanje, Mana yanje, ni iki kikumpebesheje?"* (**umurongo 34**) ushitsa ivyavuzwe muri **Zab 22:1**, *"Mana yanje, Mana yanje, ni iki kikumpebesheje?"*
- Ivyo Yesu yavuze *"Mfise inyota"* (**Yohana 19:28**) hashitsa ivyavuzwe muri **Zab 22:15**, *"intege zanje zumye nk'urujo, ururimi rwanje rufatanye n'uruhekenyero kandi unshize mu mukungugu w'urupfu."*
- Ivyo Yesu yasemereye *"Data mu maboko yawe ni ho nshize ubugingo bwanje!"* (**Luka 23:46**) hashitsa ivyavuzwe muri **Zab 31:5**, *"Mu kuboko kwawe ni ho nshize ubugingo bwanjewarancunguye Uhoraho we, Mana y'ukuri."*
- Amagufa ya Yesu ntiyavunitse (**Yohana 19:31-36**) hashikije ivyavuzwe mu **Kuv 12:46**, *"Kandi ntimuze muvune n'igufa na rimwe ryayo*" (raba kandi **Guh 9:12; Zab 34:20**).
- Umubiri wa Yesu ucumitwa icumu mu rubavu n'umusoda ako kanya *"hava amaraso n'amazi"* (**Yohana 19:34**) hashitsa ivyavuzwe muri **Zab 22:14**, *"Nsutswe nk'amazi, amagufa yanje yose aradohotse, umutima wanje umeze nk'ishashara, uyagiye hagati mu mara yanje."*[69]
- Incuti n'abagenzi hamwe n'abari bamuzi bahagarara kure bavyitegereza (umurongo wa **40**; raba kandi **Luka 23:49**) hashitsa ivyavuzwe muri **Zab 38:11**, *"Abakunzi banje n'abagenzi banje bandaba utw'ininga kubw ico cambayeko, incuti zanje zimpagarara kure."*
- Guhambwa mu mva ya Yosefu w'i Arimataya (**imirongo 43-46**) hashitsa ivyavuzwe muri **Yes 53:9**, *"Bageze ko ahambwa hamwe n'abanyavyaha, asangira imva n'umutunzi mu gupfa kwiwe, naho ata kibi yakoze, kandi ata guhemana kwari mu kanwa kiwe."*

---

[68] Ku bijanye n'ukugene Itanguriro 15 ari ubuvugishwa ku kuzobambwa, raba ivyo yigishije kuri, Menn, n.d.: "Ita 15:1-18-Ubuhanuzi burengeye ubundi bwose muri Bibiliya."

[69] Uburemerezi bw'ivyashitse muri kahise hamwe n'ibimenyetso vyo mu vyo kwa muganga vyerekana yuko Yesu yari yapfuye imbere yuko bamutera icumu mu rubavu kandi bishigikira ukugene abakera babibona yukoicumu yatewe mu rubavu rw'i buryo, ko ritatoboye amahaha y'i buryo gusa ariko ryatoboye na pericardium n'umutima kandi ivyo kwari ukuraba neza ko yapfuye agashika." (Edwards, et al. 1986: 1463)

Copyright © by Jonathan Menn 2021. All rights reserved.

1. **Imirongo 20b-32—**<u>Ukubambwa kwa Yesu</u>

Ukubambwa kwa Yesu ntikwabereye mw'ibanga ahubwo kwitegerejwe n'abantu bose kuko vyabereye ahagaragara, ahabona ku murango. Ahubwo mbere cabaye ikintu cabereye ku mugaragaro carimwo abategetsi bo muri Reta y'Abaroma, abarongozi b'Abayuda (Abanyekombe), hamwe n'abantu ba rubandanyamwinshi, bose abagenzi n;abansi ba Yesu. Ryan Turner abipfunyapfunya muri ubu buryo, "Nubwo abigishwa bahevye, bataye Yesu bagahunga, bamwe muri bo bagumye babikwirikiranira, babirabira kure (Mariko 14:54). Vyongeye, harimwo umwigishwa atamenyekanye [kumbure Yohana] uwo, igihe Yesu yari ku musaraba, yabariye kubungabunga Mariya (Yohana 19:26-27). Ubutumwa bwiza uko bwanditswe na Luka buvuga yuko igihe Yesu yari yikoreye umusaraba, '. . . yaherekejwe n'abantu benshi n'abagore, bagenda barira bishishitira' [**Luka 23:27**]. Hejuru y'abo bantu tuja twavuze ubutumwa bwiza bwose bwuzuyemwo ahantu henshi tubona abarongozi b'Abayuda (Mat. 27:41; Mariko. 15:31), umugabisha w'Abasoda ijana w'Umuroma (Mat. 27:54; Mariko. 15:39; Luka. 23:47) n'abasoda (Mat. 27:35; Mariko. 15:24; Luka. 23:35; na Yohana 19:18, 23) bitegereje, babaye ivyabona n'ibishingantahe vy'ukubambwa kwa Yesu." (Turner 2014: Eyewitness Sources) Nyina wa Yesu ubwiwe, mushiki wa nyina, n'abandi bagore, yari azi ko biboneye ukubambwa (**Yohana 19:25-27**). Hejuru y'ivyo, nk'uko Yesu yari ashorewe agiye kubambwa, *"Bafata umuntu ahita, Simoni Umunyakurene, avuye mu misozi, ni se wa Alekisandero na rufo, ngo amutwaze umusaraba"* (**Mariko 15:21**). Timothy Keller avuga, ati "Nta kuntu na kumwe umwanditsi yoshiramwo amazina nk'ayo kiretse abasomyi bazi neza canke bashobora kubashikira no kubabaza. Mariko ariko aravuga, ati 'Alekisandero na Rufo nibo boshingira intahe kw'ivyo ndiko ndavuga ari ukuri, kw'ivyo ndiko ndandika ari ukuri mushaka mwobabaza.'" (Keller 2008: 101) Ukubambwa kwa Yesu Kristo ni kimwe mu bintu vyemejwe neza ko vyabaye muri kahise.[70]

"Ukubambwa cari igihano cahabwa abantu batari bafise ubwenegihugu bw'Abaroma aho hakoreshwa ubukoko, ububisha budasanzwe ku bantu baciye bugufi n'abatagira gitabara bo mu kibano—abagurano, abambuzi, abicanyi n'imbohe z'intambara. . . . Kugira ngo babatetereze, babakoze isoni (Heb 12:2) kandi babuze n'abandi ko bokora gurtyo kugira ngo ntibababambwe, bene kunyongwa canke bene kubambwa babambirwa ahabona bagatetererezwa mu maso ya bose, kandi abagabo babambwa mu bisanzwe bari gusa, nk'uko ugufindira impuzu za Yesu bivyemeza." (Edwards 2002: 468)[71] Turakwiye kwibuka yuko Yesu yatanze ivyo yari afise vyose kubwacu: ubutunzi bwonyene yari afise (impuzu ziwe yari yambaye); ubugingo bwiwe; mbere n'isoni ziwe (mwibuke yuko na nyina amuvyara ari ho yari ari kandi ko yabonye ubwambure bwa Yesu, **Yohana 19:26-27**). Kenshi na kenshi ntidutahura yuko uburemere bw'ivyaha vyacu ari bunini cane kugeza yaho bwatwaye *ivyo* Yesu yari afise vyose, mbere harimwo n'isoni ziwe, kugira ngo aduhongere. "Ivyatumye Yesu apfa, co kimwe na bamwe bandi bari babambanywe, bishobora kuba vyabaye vyinshi kandi bifitaniye isano no kuruha, kubura impwemu, mbere n'uko umutima ushobora kuba warahagaze." (Edwards, et al. 1986: 1463)

Kubambwa kwa Yesu i Gologota (**umurongo 22**) hari inyuma y'irembo ry'igisagara c'i Yerusalemu (**Yohana 19:20**).[72] Ibi na vyo nyene vyari bifise insiguro y'ivyimenyeshamana kandi vyashitsa Ivyanditswe. **Heb 13:10-12** havuga ibi bikurikira, *"[10] Dufise igicaniro, ico abakorera muri rya hema batemererwa kurirako. [11] Kukw imivyimba ya vya bitungwa, ivyo umuherezi mukuru ajana amaraso yavyo ahera kuba impongano y'ivyaha, itururirwa inyuma y'insago. [12] Ni co catumye na Yesu ababarizwa inyuma y'irembo, kugira ngo yezeshe abantu ayiwe maraso."* Uwandikiye Abaheburayo afatira ku **Kuv29:14** na **Lew 4:12** havuga neza ko imivyimba y'amapfizi yatanzwe kw'ibimazi vy'ivyaha yategerezwa gutururirwa *"inyuma y'aho bashagaje."*

**Guh 19:1-3, 5, 9** na ho nyene hongerako yuko, *"Uhoraho abarira Mose na Aroni, ati, [2] "Ibi ni vyo bibwirijwe n'icagezwe jewe Uhoraho nshinze: Barira Abisirayeli bakuzanire inka y'iriza y'akagajo itagira ibara canke agasembwa, itigeze gukoreshwa igikorwa na kimwe. [3] muyihe Eleyazari umuherezi, <u>ijanwe inyuma y'aho mushagaje, ikerererwe imbere yiwe</u>. . . . [5] Iyo nka iheze itururirwe aho nyene imbere yiwe, iturirwe yose, uhereye ku rushato rwayo, n'inyama zayo, n'ubuseri bwayo, n'amayezi yayo. . . . [9] Umuntu adahumanye ayore umunyota w'iyo nka, awubike inyuma y'aho mushagaje, ahantu hadahumanye, ubikirwe ishengero ry'Abisirayeli, ngo baze bawutobe mu mazi, abe ayo guhumanura: ivyo bizoba ivyo gukura ivyaha."* **Heb 9:12-14** hafatira ku kimazi c'inka y'iriza y'akagajo, *"[12] Kandi amaraso y'impene canke ay'amashuri, si yo yamushikanye ahera cane, ariko yahashikanywe n'ayiwe maraso rimwe gusa, yironkeye ugucungura kw'ibihe bidashira. [13] None amaraso y'impene nay'amapfizi <u>bo n'umunyota w'inka y'iriza ucucagiwe abahumanye</u>, ko vyeza imibiri igahumanuka, [14] mbega amaraso ya Kristo; uwo yitanze ku Mana atagira agasembwa, abitewe na Mpwemu ahoraho, ntazorushiriza guhumanura imitima yanyu ngw ibikorwa vy'impfagusa biyivemwo, kugira*

[70] Ku vyerekeranye n'icemezo ca Bibiliya na kahise bigaragaza ko habayeho ukubambwa raba Menn 2020: 23-29.

[71] **Yohana 19:23-24** yerekana neza yuko abasoda bafashe impuzu zo ku mubiri za Yesu n'ikanzo yiwe (impuzu z'imbere), bisigura yuko yabambwe ari gusa, ata n'agakareso yambaye.

[72] "'Gologota' bisigura mu kirimi c'Ikiaramayike ahantu hitwa nyagahanga, aho izina 'Kruvariyo' ryakomotse bivye mu nsiguro y'iki Vulgate *'Calvariae locus,' calva* ni ijambo ry'Ikilatini Agahanga" (Wessel 1984: 778).

Copyright © by Jonathan Menn 2021. All rights reserved.

*ngo mubone ingene mukorerera Imana nzima."* Abakristo bambere baratahuye insiguro y'ivyo. *Icete ca Barunaba* (c. 70-131) kivuga kiti, "Ariko wibaza iki ku bwoko, aho itegeko ryahawe Isirayeli ry'uko abo bantu, abo ivyaha vyabo vyakuze, batanga inka y'iriza, bakayibaga, bakayiturira, kandi ko abana na bo bayora umunyota, maze bakawushira mu vyombo, hanyuma bagatsiba igitsibo c'ubwoya bagitsibira ku giti (raba ngaha vyongeye ni ubwoko bw'umusaraba n'ipampa ry'agahama), na Ezobu, kandi ko ivyo bihejeje gukorwa abana bategerezwa kumijagira amazi abantu umwe umwe umwe, kugira ngo bashobore kwezwa ivyaha vyabo? Muratahura ingene bigaragara ivyo wabariwe; ink ani Yesu, abantu bayitanga, ko bari abanyavyaha, boba ari bo bamutanze kugira ngo akekagurwe. Inyuma y'ivyo nta bandi bantu bariho (batanga); ubwiza ntibukiri ubwo abanyavyaha." (*Epistle of Barnabas* 1989: 8:1-2)

Ugusemerera n'ugutaka kwa Yesu, *"Mana yanje, Mana yanje, ni iki kikumpebesheje?"* (**umurongo 34**) wuzuyemwo insiguro nyinshi. Ingero y'icaha ni ugutandukana n'Imana ibihe bidashira, bizwi mu yandi majambo nk'umuriro,Gehinomu. I kuzimu haravuzwe mu bice vyinshi vyo muri Bibiliya *"nk'ahantu h'umwiza"* (**Mat 25:30**). Umwiza w'umuzitanya, ubwirakabiri bwakoranye mu gihugu cose igihe Yesu yari ku musaraba (umurongo wa **33**) cari ikimenyetso c'igihano c'Imana ku vyaha Yesu yari yikoreye. Ubwo bwirakabiri bwari buhagarariye umwiza w'umuzitanya w'I kuzimu ubwaho.[73] Kubera yuko ibigize kuzimu canke umuriro ari ugutandukana n'Imana, igihe Yesu yasemerera ari ku musaraba, ngo *"Mana yanje, Mana yanje ni iki kikumpebesheje?"* yariko araca mu muriro ubwawo. Mu ndangurakintu, gehinomu, kuzumu bihoraho. Yesu ntiyabaye gatoya mu muriro, ariko yabayeho mu miriro idashira, yose yakoraniye kuri we mu gihe yari ku musaraba. Ivyo birarengeye ugutahura kwacu, ariko bihishura yuko ivyo Yesu yaciyemwo ku musaraba birengeye uko twovyiyumvira. Ico ni co kiguzi casabwe kugira ngo ducungurwe igihano c'ivyaha vyacu.

Ikindi kintu cerekeye uku,gusemerera n'ugutaka kwiwe, *"Mana yanje, Mana yanje, ni iki kikumpebesheje?"* bisaba ko duhagarara tukavyibazako. Uku gusemerera kwa Yesu ari ku musaraba bigaragazaa ukwumvira kwiwe kwuzuye (**Flp 2:8**). Mu buzima bwiwe bwose yabayeho ngaha kw'isi Kristo ubwiwe yavuze kenshi yuko at ana kimwe akora yigeneye ariko ko yakora ivyo Data amugeneye gukora (**Yohana 5:19, 30; 6:38; 8:28; 12:49; 14:10**). Ugusemerera kwiwe ngo *"Mana Yanje"* bigaragazqa ubucuti bwa hafi bw'imigenderanire yari afitaniye na Data. Ku musaraba, Yesu yihanganiye ukubabara kudasanzwe n'umuvumo wa Se, Data (**Gal 3:13**); ariko arabandanya arumvira Data igihe cose gushika kw'iherezo. Ugutaka n'ugusemerera kwiwe yabuye **Zab 22:1**, Zaburi ya Dawidi, yari uwavugishwa n'Imana (raba **Ivyak 2:30**). Mu kwabura iyo Zaburi muri ivyo bihe, Yesu yariko aravuga yuko **Zab 22:1** ytunga agatoki kandi yari ishikijwe mu vyo yariko arakora ku musaraba. Yesu yari azi neza ivyariko biraba. Mu vy'ukuri, yariko aravuga ati, "Ndakwizigiye Data, ndizera integuro yawe y'agakiza k'abazimiye, kandi Ndagukunda bihagije kugeza yaho nzokwumvira ubugombe bwawe mu buryo bwose, nubwo mbere bisigura ugutandukana nawe kandi nkazokwihanganira imiriro yose iri hamwe y'abana b'abantu bacumuye."

Ivyo vyose Yesu yabikoze ata gahato, avyishakiye (**Yohana 10:18**) kubera twari dufise agaciro kanini kuri we. Nk'uko **Yes 53:11** habivuga, *"Abonye ibiva mu bise vy'ubugingo bwiwe, bizomuhaza."* Ivyo Yesu yakoze ku musaraba vyerekana, mu buryo ata rindi dini na rimwe rigerageza no kwegereza, ingene abantu bafise igiciro ku Mana. Timothy Keller aheraheza avuga ibi, "Yesu yababajwe kurusha uwundi muntu wese yigeze kubaho mu muriro udashira, ariko aturavye aravuga ati, 'Birakwiriye.' None ni iki cari kutugira abakunzwe kurushirizwa n'agaciro nkako karushije ivyo Yesu yakoze? Umukiza twerekwa mu Butumwa Bwiza hahisemwo guca mu muriro ubwawo aho kudutakaza, kandi nta wundi mukiza n'umwe yigeze yerekanwa canke avugwa yadukunze abanje gutanga ikiguzi nk'ico." (Keller 2009: sec.4)

Nk'uko biri no ku bindi bintu vy'ubugingo n'ubuzima bwa Yesu, ukugereranya ubutumwa bwiza bune biduha inkuru ikwiye yuzuye y'ivyo Pilato yanditse vyari ku cankiko, ikirego cari kuri Yesu ku musaraba. Mariko avuga ibi, *"Umwami w'Abayuda"* (**umurongo 26**); Matayo avuga ati, *"Uwu ni Yesu, Umwami w'Abayuda"* (**Mat 27:37**); Luk avuga, ati, *"Uwu ni Umwami w'Abayuda"* (**Luka 23:38**); Yohana na we avuga, ati, *"Yesu w'i Nazareti, Umwami w'Abayuda"* (**Yohana 19:21**). Ibi ntibivuguruzanya. Igihe tubifatiye hamwe vyose, ivyo yavuze vyose bipoperanirijwe muri aya majambo, *"Uwu ni Yesu w'i Nazareti, Umwami w'Abayuda."* Mu buryo budasanzwe, nubwo ashobora kuba atabitahuye, Pontiyo Pilato yariko aratura, mu buryo bw'icandiko (Iki aramayike, ikilatini, no mu Kigiriki, **Yohana 19:20**) kugira ngo bose babone ukuri kw'uwo Yesu ari mu vy'ukuri. Ni co gituma abaherezi bakuru banse barwanya amajambo yanditswe, ariko Pilato ntiyigeze abihindura avuga, ati, *"Ico nanditse nacanditse"* (**Yohana 19:22**).

---

[73] Gruenler abona iki kimenyetso gikurikira c'umwiza w'umuzitanya, ubwira kabiri: "Mu Butumwa bwiza uk bwanditswe na Mariko urupfu rwa Yesu (**15:33-41**) ruboneka nk'aho rusubiramwo kandi rugashitsa ivyabaye vyose kuri Pasika n'Ukuvayo. Icago c'ugucura umwiza wuzuye muri Egiputa imbere yuko Pasika iba (Kuv. 10:21-22) wuzuye muri Yuda uko Yesu yahindutse Pasika ya nyuma n'ugusubirira umuvumo (umurongo wa 33; raba Gal. 3:13)." (Gruenler 1989: 797)

Copyright © by Jonathan Menn 2021. All rights reserved.

2. **Imirongo 33-41—**Urupfu rwa Yesu

Urupfu rwa Yesu (**umurongo 37**) "ntiryari iherezo ariko rwatumwe n'ibintu bibiri bidasanzwe: ugutabuka kw'igihuzu gikingiye ahera cane ho mu rusengero (**umurongo 38**) hamwe n'ukwatura kw'umugabisha w'abasoda ijana (**umurongo 39**). Ivyo bintu bibiri vyabaye bisigura yuko urupfu rw' umunyamibabaro rw'Umwana w'Imana ntirwaheze nabi yamara rwabye igikorwa c'ugushitsa ivy'ijuru n'uguhishurwa." (Edwards 2002: 477)

Hariho ibihuzu bibiri bikingiriye (canke ibikingirizo) mu rusengero: kimwe cari gikingiriye Ahera (ahera hakuru h'urusengero) n'igihuzu kigira kabiri catandukanya Ahera n'Ahera h'Ahera Ahera cane) (**Heb 9:1-5**). Umuhinga muri Kahise w'Umuyuda yitwa Josephus yabonye insiguro y'ibanga ryari inyuma y'igihuzu ca mbere cari gikingiriye Ahera h'urusengero. Cari ikintu c'ishusho y'ikigereranyo c'ikirere. . . . Ico gihuzu cari gifise imihiro kuri co, kandi ivyo vyose yari amabanga ari mu majuru, kiretse yuko ibimenyetso [cumi na biniri], vyari bihagarariye ibinyabugingo" (Josephus 1987b: 707 [*Wars:* 5.212-14]; raba **Kuv 26:31; 2 Ngo 3:14**). Ahera n'Ahera h'Ahera hari hatandukanjjwe n'igihuzu c'ubururu mu nyuzi z'amasufe, no mu z'amashigisha, no mu zisa n'agahama, no mu zera derere nziza zihinzwe neza (**Kuv 26:31-37; 2 Ngo 3:14**). Ntibigaragara neza igihuzu kimwe muri ivyo bibiri canke ibihuzu bikingira Mariko ariko aravugako. Ijambo ry'Ikigiriki rikoreshwa ku gihuzu ni **umurongo 38**, *katapetasma,* ni ryo jambo nyene ryakoreshejwe ku gihuzu kiza imbere y'Ahera h'Ahera mu ba **Heb 6:19; 9:3**; no kuri **10:20**, kandi ni ryo jambo nyene ryakoeshejwe muri Bibiliya yitwa Septuagint (LXX) ku gihuzu na co nyene cari gikingiriye Ahera h'Ahera muri **Kuv 26:31-37**, aho Bibiliya yitwa Septuagint LXX ikoresha irindi jambo ku gihuzu gikingiye Ahera. Ivyo vyerekana yuko igihuzu cavuzweko cari igikingiye Ahera h'Ahera. Ku rundi ruhande na rwo, igihuzu ca mbere ni co conyene cagaragara ku bantu bose, ni co bashobora kubona bose, kandi **umurongo 39** no muri **Mat 27:51-54** herekana yuko umugabisha w'abasoda Ijana ashobora kuba yarabonye ico gihuzu kiriko kiratabuka. Ahandi hantu honyene iruhande y'**umurongo 38** aho Mariko akoresha ijambo *schizein* ("gutabuka") ni igihe Yesu yabatizwa (**1:10**) aho "Ijuru ryugurutse rigaragaza, rihishura ko Yesu ari Umwana w'Imana" (Edwards 2002: 478). Ko igihuzu gikingira Ahera casigura ikirere kandi ko amajuru yerekana ko Mariko ariko arashira hamwe ugutabuka kuvugwa kuri **1:10** hamwe n'ugutabuka kw'igihuzu gikingira Ahera ku **murongo wa 38**, bisigura yuko "ku mubatizo no ku rupfu vya Yesu ubugerero bw'ijuru n'ubw'isi vyaruguruwe abantu" (Ico gitabu nyene: 479)

Tutarinze kwitaho ico gihuzu catabutse mwo kubiri, insiguro iguma ari imwe. Ugutabuka kw'igihuzu gikingira Ahera gusigura ukuzosenyurwa kw'urusengero hamwe n'ugushobora kwishikira hose ku buntu ata wundi muntu umuntu abanje gutuma abantu bose ubu bafise biciye muri Yesu bashobora gushika ku Mana. Ingaruka y'ikimazi ca Yesu, ubu dufise *"ubushizi bw'ubwoba bwo gushikanwa ahera cane . . . duciye mu nzira yadutoboreye nsha iri n'ubugingo, ica mu gihuzu gikinze , bisobanurwa ngo mu mubiri wiwe,"* (**Heb 10:19-20**). Mbere, **Heb 10:20** havuga neza ko "*mu gihuzu gikinze", bisobanurwa ngo* <u>*ni*</u> *"umubiri wiwe."* Mu yandi majambo, urusengero rwatunga agatoki kuri Kristo igihe cose. "si uko Kristo ashitsa ico urusengero rwasigura, ahubwo Kristo ni we nsiguro y'ukubaho kw'urusengero. . . . Kristo ni urusengero nyakuri, umuco w'ukuri w'ubwiza, manu y'ukuri, umuzabibu w'ukuri. Ukuza kw'ivy'ukuri kure ngeye ivyari bigereranijwe. Igihuzu c'urusengero cakozwe n'intoke z'abantu kirasamburwa, kubera ikigereranyo caco cari gishikijwe." (Clowney 1972-73: 177, 183) Mu yandi majambo, igihe cose urusengero rwari rugihagaze gushika igihe rwasamburwa mu mwaka wa 70 Inyuma y'Ivuka rya Yesu, igihe yapfa ku musaraba, Yesu yatanguje Isezerano Rishasha ryasazishije Isezerano rya Kera co kimwe n'ivyari bigize ugusenga vyose mu buryo bwa kera, harimwo n'urusengero (**Heb 8:13**). Ibintu vyose vyakorwa mw'Isezerano rya Kera bikorerwa mu rusengero ntibigifise insiguro, ntibigikwirikizwa; Yesu ni we kuri kwa nyuma mu vy'impwemu. **Heb 8:1-10:22** havuga yuko aho hera ari aho mw'ijuru kandi ko ahera h'ikigereranyo aria ho mw'isi. "Heb 9:8-9 mbere hafatira ku 'rusengero" rwa kera' (dushaka kuvuga ahera) nk'aho ari 'ikigereranyo' canke 'umugani' w'urusengero rwo mu bihe vy'iherezo (uburorero, kuri 9:11) kugira ng herekane yuko urusengero rwa mbere, rwa kera rutari mu vy'ukuri urusengero rwo, urusengero nyakuri" (Beale 2004: 295). **Heb 4:14-5:10; 7:1-10:22** herekana Kristo nk'Umuherezi Mukuru kandi nk'Itaberunakuro/Urusengero. **Heb 10:12, 14** havuga gurtya, *"Ariko uwo we, amaze gutanga ikimazi kimwe c'ivyaha c'intahava, avyagira i buryo bw'Imana, . . .* [14] *Kuko ikimazi kimwe ari co yatunganishije rwose abezwa ukazoshitsa ibihe bidashira."* Kandi *"uyo we, kuko yamaho ibihe bidashira, afise ubuherezi budakurwaho"* (**Heb 7:24**). Yesu Kristo ni we wenyene adushikana ku Mana. Ico ni co umusaraba n'ugutabuka kw'igihuzu bisigura.

Ku **murongo wa 39** umugabisha w'abasoda ijana yaravuze, ati *"Ni ivy'ukuri, uyu muntu yari Umwana w'Imana."* Igihe Pilato yatura ko Yesu yari *"Umwami w'Abayuda"* (**umurongo 26**) n'ivyo Kayafa yavuze ku murongo wa **14:61**, "Ni wewe Kristo, Umwana w'Ishimwa" bose bari bavuze ukuri, n'ubwo bose babivuze mu buryo bw'ukumucurira. Ivyo umugabisha w'abasoda ijana yavuze vyari ukwatura kw'ukuri. Kanatsinda, "umugabisha w'abasoda ijana ni we muntu wa mbere mu butumwa bwiza yatuye Yesu nk'Umwana w'Imana,

Copyright © by Jonathan Menn 2021. All rights reserved.

kandi ukwo kwatura kwavuzwe habanje kwitegerezwa ivyo yaciyemwo—imibabaro yiwe n'urupfu rwiwe rwo ku musaraba. . . . Imibabaro n'ukubabazwa vya Yes uku musaraba, mu vy'ukuri vyari binyuranije n'ivyiyumviro vy'ukugene Mesiya azoba ameze hamwe n'ukugene Abagiriki babona ivyiyumviro vy' "imana muntu", vyahindutse, biciye mu gikorwa c'urutoki rw'Imana, idirisha ryinjira mu mutima n'insiguro ya Yesu, iyo nsiguro yagaragariye mu kwatura kw'uwo mugabisha w'ingabo ijana ko Yesu ari 'Umwana w'Imana.'" (Edwards 2002: 479-80).[74]

**Imirongo 40-41** ivuga ku bagore bari bakurikiye Yesu bakamukorera Bizana iciyumviro gikomeye, cane cane kuko vyakwirikiranye n'ukwatura kw'umugabisha w'abasoda ijana. Umugabisha w'abasoda ijana yari umupagani w'Umunyamahanga; yari nk' "uwo hanze" kandi yaharurwa n'Abayuda batari bake ko "yanduye". Abagore bobo mu bisanzwe bari barakumiriwe kandi baharurwa n'Abayuda batari bake ko, "batari mu bandi". Ico ibi bishaka kutubarira ni uko kenshi na kenshi abakumiriwe n'abo hanze ari bo berekana ukwizera kudasanzwe kandi ko ari muri bo Imana ikorera canke ikiresha ibikomeye kandi kenshi.

3. <u>**Imirongo 42-47—**Uguhambwa kwa Yesu</u>

Uguhambwa kwa yesu, hamwe n'ibintu vyose bizungutse ukwo guhambwa, ni ngira kamaro, kuko vyemeza ko Yesu yari yapfuye mu vy'ukuri, ntiyari "asa n'uwapfuye, ntiyari agisambagirika" canke ntiyari muri koma. Kubera yuko Yesu yacikanye nko kw'isaha y'icenda ku murango 3:00PM, Yosefu w'i Arimataya yari afise amasaha atarenga atatu kugira ngo Yesu abe yahamwe muri ayo masaha, kubera yuko **Gus 21:22-23** havuga yuko mbere n'iyo umuntu "yabamwe ku giti" yategerezwa guca ahambwa uwo musi nyene (kandi imisi y'Abayuda itangura izuba rirenze canke isaha cumi na zibiri zo ku mugoroba). Icatangaje Pilato c'uko Yesu yaja yapfuye kirumvikana, kubera yuko rimwe na rimwe ababambwe baramara imisi ku musaraba, ku giti bataracikana imbere yuko bateba bagacikana. Kurekura ikiziga no kugihereza umuntu atari uwo mu muryango canke mbere kurekura ico kiziga ntivyari vyoroshe. Ni co gtuma, Pilato yabanje kubaza umugabisha w'abasoda ijana kugira ngo yemeze ko Yesu yapfuye nyene (**umurongo 44**). Iyo Yesu atari kuba yapfuye nyagupfa, ariko uwo mugabisha w'abasoda ijana akabarira Pilato yuko yapfuye ariko atarapfa, yari kuba arenze itegeko ry'anmategeko yahawe kandi yari kuba abeshe uwumuha amtegeko kandi ivyo yari kuvyishura avyishuje urupfu rwiwe, ubwiwe bwaba buheze. Kubw'ivyo, nta n'umwe yoshobora guharira avuga ko Yesu atapfiriye ku musaraba.

Imibiri canke ibiziga vy'abambuzi babambanywe na Yesu vyari ivya Reta y'Abaroma. Imibiri canke ibiziga vy'ababambwe canke abamanitswe vyategerezwa kuguma ku giti, ku misaraba babamweko nk'ukugabisha abandi bose bohirahira bagakora nk'uko abo na bo bakoze. "Isoni ry'ukumanikwa rirengeye ukuba wambaye ubusa, uguhohoterwa, ukuborezwa igufa, n'ugucurirwa. Kenshi na kenshi, imibiri y'ababambwe ntiyanahambwa mbere. Ahubwo, mu misi yakwirikiye ugupfa kw'ababambwe, iminwa y'ibisiga vy'amerwe n'amenyo y'imbwa zo mw'ishamba, imbwa zinyererezi ni vyo vyarya ivyo biziga kandi bogasanzaza ibisigarira mu gihugu cose." (Jones 2012: n.p.) Yamara, ntivyategerezwa kugenda gurtyo ibihe vyose. Umwanditsi wa kahise wo mu kinjana ca mbere Josephus avuga yuko "Abayuda babanza kwitwararika cane uguhambwa kw'abagabo, gushitsa yaho bamanura abatsinzwe n'urubanza bakamanikwa, bakabambwa, maze bakabahamba imbere yuko izuba rirenga" (Josephus 1987b: 679 [*Wars:* 4.314]). Hejuru y'ivyo vyo mu **Gus 21:22-23**, *Mishnah* ivuga yuko mbere n'abambuzi bishwe bategerezwa guhambwa (Neusner 1988: 595, Sanhedrin §§6:5-6). Josephus kandi yongera akavuga yuko Abaroma "batategeka, batasaba ko abo bagize inyagano canke abo batsinze ibihugu vyabo badakwiye kurenga amategeko y'ibihugu vyabo" harimwo n'itegeko ryo"kutareka uwapfuye ngo ntahambwe" (Josephus 1987c: 798 [*Against Apion:* 2.73, 2.211]). Graig Evans avuga, ati, "Urubanza rwashikanye ku kubambwa no ku kwicwa kwa Yesu . . . *vyatangujwe n'Inama y'Abayuda.* Hisunzwe ivyagezwe n'imigenzo n'imigirwa igihe inama y'Abayuda (canke Ikombe) iciriye urubanza rwo gupfa umuntu, uko vyagenda kwose, vyari ivy'inama ko uwo muntu ahambwa. Ico gikorwa cakozwe na Yosefu w'i Arimataya, umwe wo mu bagize inama y'Abayuda, umwe wo mu Banyekombe (Mariko 15:43)." (Evans 2016: "Concluding Remarks") Evans avuga ku mategeko y'Abaroma hamwe n'ivyakorwa. Igitbu *Officio Proconsulis* (*Duties of Proconsul*) canditswe n'umunyamategeko w'Umuroma Ulpian (c. AD 170–223) ashiramwo ibi bikurikira, "ibiziga vy'abaciriwe urubanza rw'ugupfa ntibikwiriye kwimwa bene abantu, icuti zabo"; Evans avuga ati, "Ulpian arashigikira iciyumviro ciwe co kwisunga ivyahora bikorwa ku mwami w'abami ahambaye Augustus (yategetse mu myaka ya 31 imbere y'Ivuka rya Yesu gushika – 14 Inyuma y'Ivuka rya Yesu), ivyo na vyo n ivy vyashizwe mu buzima bwiwe vyanditswe ari ku mpfiro. Ulpian abandanya

[74] Nubwo mu rurimi rw'Ikigiriki "Umwana w'Imana" bidafise indongorazina, bishikana bamwe ku kwiyumvira yuko umugabisha w'abasoda ijana yashaka kuvuga umwana w'Imana uwo ari we wese aho kuvuga Umwana w'Imana azwi atandukanye n'abandi bose, Edwards agaragaza ivyo vyose nk'ibituma vy'ukugene indongoramvugo y'Ikigiriki imese n'ibindi bituma "Umwana w'Imana" ari co kintu conyene co kwizerwa iyo dusomye (Edwards 2002: 480-81).

Copyright © by Jonathan Menn 2021. All rights reserved.

avuga yuko 'ibiziga vy'abahanywe bihambwa igihe conyene igihe ivyo vyasabwe kandi bigatangirwa uruhusha.'" (Ico gitabu nyene: "Roman Law") Ni co gituma, "uguhamwa kw'ibiziga vy'abishwe kwaremerwa mu bwami bw'abami bw'Abaroma mu gihe ca Yesu. Wari umugirwa wo mu ntwaro ya Augustan kandi cari iciyumviro ca Ulpian yabayeho inyuma yaho mu binjana bibiri vyakurikiye." (Ico gitabu nyene.) Ntibitangaje rero ko Pilato yarekuye ko ikiziga gihabwa Yosefu w'i Arimataya kugira ngo aje kugihamba.

Imva ni ikintu gikomeye. Iyo mva yari *"yimbwe mu bitandara, atembagaza ikibuye acugaza umuryango w'imva"* (**umurongo 46**; raba kandi **16:4**, *"cari kinini cane"*). Ni co gituma, nta n'umwe yari gushobora kwimba ngo jinjire canke ngo asohoke. N. T. Wright avuga ati, "kuvuga ku guhambwa kwa Yesu [**1 Kor 15:4a**] vyashobora kuba vyashitse aho bigira insiguro ikomeye mu gihe abntu batandika bahanahana inkuru ku munwa kubera yuko ukwo guhambwa ukwakwo vyaboneka ko ari ikintu gihambaye, gikomeye ubwaco. [Cakoze] mu kwemeza ko Yesu yari yapfuye vy'ukuri." (Wright 2003: 321) Uburyo bahamba nab wo nyene ni ngirakamaro. Umubiri, canke ikiziga carategurwa kugira ngo gishobore guhambwa, ivyo na vyo ntivyari gushobora gukorwa ico gihe mu kanya gatoya Yesu yari asigaje kubaho (**Mariko 15:46;** raba kandi **Mat 27:59; Luka 23:53-56; Yohana 19:39-40**). Dufatiye ku migenzo y'Abayuda y'uguhamba, umubiri wategerezwa kuzingirwa mu mpuzu, mu mashuka, kandi hagati na hagatiy'aho ayo mashuka yazingiwe hari n'imiburiburi ibiro bishika kuri 50 vy'ibimota neza bizwi nk'isenga n'imibavu (**Yohana 19:39**). Ibi vyari kuzana uburemere bukikuje ico kiziga (raba McDowell 1981: 52-53). Nta muntu n'umwe muzima yashobora kubaho akikujwe n'ibintu nk'ivyo kandi ari mw'isandugu.[75] Yesu rero yahambwe mu mva ya Yosefu w'i Arimataya yari yariyimbishirije; rero, aho Yesu yari yahambwe hari ahantu hazwi (**Mariko 15:46;** raba kandi **Mat 27:59-60; Luka 23:53; Yohana 19:38-42**). *"urubuye runini"* rwashizwe ku munwa w'iyo mva, imva idomwako ishashara, hejuru y'ivyo hashirwaho abararirizi kugira ngo ntihagire abahirahira ngo baze kwiba ikiziga ciwe (**Mat 27:60-66; Mariko 15:46; 16:3-4; Luka 23:53; Yohana 19:41-42**). Ikidodo c'ishashara c'abategetsi b'Abaroma hamwe n'abararizi bagizwe n'ingabo z'Abaroma vyatumye bitokunda ko hari uwohirahira ngo yegere yibe ikiziga ca Yesu (Ico gitabu nyene: 53-61).[76] Ikintu gitangaje, Yesu yahambwe mu mva iri gusa kandi yavuye no mu nda itari bwigere ijamwo umwana  kandi vyongeye ahambwa mu mva itari bwigere ihambwamwo uwundi muntu kandi azuka avuye mu mva itari bwigere ijamwo uwundi muntu (**Mat 27:60; Luka 23:53; Yohana 19:41**).

## IBIBAZO VY'UGUHANAHANAKO IVYIYUMVIRO

1. Raba kw'ido n'ido ry'ibizungurutse uguhambwa kwa Yesu (**imirongo 42-47**, harimwo utundi tuntu tw'ido n'ido twerekeranye n'ukubambwa twatanzwe muri **Mat 28:57-66; Luka 23:50-56**; na **Yohana 19:38-42**). Ivyo bintu vyinshi vy'ido n'ido vyashizwemwo bifise akamaro gaki ku kuri Abakristo bafise kandi bisangije?

2. Yosefu w'I Arimataya *"yarariye umutima amenyo"* aja kwa Pilato gusaba ikiziga ca Yesu (umurongo 43). Hari na rimwe woba warariye umutima amenyo ukora ikintu kanaka kubera uri Umukristo?

- Ingaruka z'ivyo wakoze zabaye izihe?
- Ku ruhande rumwe, hari aho wigeze gukorana ubwoba canke ugatinya no gukora igihe udashakja ko Ubukristo bwawe buja ahabona bukagaragara? Kubera iki?

---

[75] NASB ya **Yohana 19:39** havuga yuko ico kivange cazanywe gusiga umubiri, ikiziga ca Yesu cangana *"na pounds ijana mu buremere."* Izo zari pounds z'Abaroma (*litrai*); kandi *litra* imwe yapima hafi ounces 11 (mu buryo bunyuranye na ounces 16 zapima pound imwe y'Abongereza) (rab Carson 1991: 428, 629-30; ibi biboneka muri Bibiliya yitwa ESV havuga ibi *"nk'ipounds mirongo irindwi na zitanu z'uburemere"*). Nimba Shroud ya Turin ari yo mpuzu Yesu yazingiwemwo mu guhambwa, nubwo hariho ibiterwa vyinshi /n'indi bintu vyinshi bikorwamwo ibimota neza vyazingiwe muri iyo mpuzu, ntibigaragara yuko ibiro 65-75 vy'ibimota neza vyavanzwemo n'isenga vyaja vyashizwemwo mu gihe Yesu yazuka. Ibi vyerekana yuko Nikodemu (yaherekeje Yosefu w'i Arimataya) yaboheye hamwe amaboko ya Yesu n'amaguru yiwe kubera vyari bitagikonyeka/ canke ko yazingiye ivyo bimota neza iruhande y'umubiri wiwe, agakoresha utuntu dukeya ku bimota neza yazanya (**Yohana 19:39-40**) ariko ko atakoresheje isenga ryose n'imibavu yari yazanye, kumbure kubera vyari vyegeranye cane n'intango  ya Pasika; abagore rero nib o bari gusiga neza ikiziga ca Yesu bakoresheje imbazi, imibavu nisenga inyuma yuko Pasika iheze (**Luka 23:55-56**; raba Habermas 1981: 47-54; Lemke 2000: 4-7, 12-14; Lanser 2014: The Wrappings).

[76] Josh McDowell avuga, ati "ukwo kudomwako ishashara ku mva ya Yesu cari icabona kigaragara ku bantu c'uko umubiri, ikiziga ca Yesu cari aho nyene ata nkeka. Hejuru y'ivyo, kubera iryo shashara ryadomwe ko ikimenyetso ryari iryo Abaroma, vyerekanye ko ikiziga ciwe cari kirinzwe, gicunzwe kugira ngo ntibacibe kiretse cibwe n'abategetsi b'Abaroma canke n'ububasha bw'ubwami bw'abami bw'Abaroma." (McDowell 1981: 59)

Copyright © by Jonathan Menn 2021. All rights reserved.

- Ingaruka zabaye izihe?

**16:1-8:** ***[1] Maze Isabato ishize, Mariya Magadalena, na Mariya nyina wa Yakobo, na Salome bagura ibimota neza, ngo baje kubimusiga. [2] Kandi mu mutwenzi ku wa mbere w'imisi ndwi, barazinduka bashika ku mva izuba rimenye ijuru. [3] Barabazanya, bati Ni nde adutembagariza ikibuye co ku munwa w'imva?" [4] Maze bunamuye amaso, babona ca kibuye catembagajwe cavuyeho, kandi cari kinini cane. [5] Maze binjiye mu mva, babona umusore yicaye mu ruhande rw'I buryo, yambaye imvune yera, barumirwa cane. [6] Arababwira, ati Nta co mwumirwa: ndazi yuko murondera Yesu Umunyanazareti umwe yabambwa: none yazutse, ntari hano: Ehe raba aho bari bamushize! [7] Ariko ni mugende mubwire abigishwa biwe na Petero, muti Arabitangira imbere kuja i Galilaya, iyo ni ho muzomubonera, nkuko yababwiye." [8] Bava mu mva, barahunga, kuko bari bafashwe n'agatengo, n'akumiza, maze ntibagira ico babwira umuntu n'umwe, kuko batinye.***

**Imirongo 1-8—**Ukuzuka

Isonga ry'ubutumwa bwiza uko bwanditswe na Mariko ni ukuzuka kwa Kristo Yesu. Mariya Magadalena na Mariya nyina wa Yakobo bari babonye aho Yesu yahambwe (**15:47**). Cole avuga yuko "cari igikorwa c'abagore mu migenzo y'Abisirayeli" gutegura no gusiga ibimota neza ikiziga (Cole 1989: 329). Ni co gituma, igihe Isabato yari ishize, Mariya Magadalena n'abandi bagore bazanye ibimota neza vyari bikenewe; izuba riserutse ku wa mungu bagiye ku mva gusiga amavuta umubiri wa Yesu, canke ikiziga ca Yesu, ariko basanga ikibuye catembagajwe kandi ko Yesu atari mu mva, atari ho yari ari (**imirongo 1-6**); bari babariwe n'umumarayika yuko Yesu yazutse (**imirongo 5-7**).[77] Ni co gituma guhambwa mu mva ya Yosefu umunyarimatayavyari ngombwa, vyari bikenewe. Dufatiye ku vyo umugabisha w'abasoda ijana yavuze n'ugutegurwa kw'umubiri, kw'ikiziga, turazi yuko Yesu mu vy'ukuri yari yapfuye, dufatiye ku kugene iyo mva yari imeze n'abasirikare bari bayirariye, nta muntu n'umwe yari gushobora kuza kwiba ikiziga ca Yesu; vyongeye dufatiye ku kugene iyo mva aho yari iri hari hazwi neza, abagore ntibashobora kuba birihenze ngo baje ku yindi mva, kandi iyo Yesu atari kuba yazutse ivyo vyari kugaragazwa n'ugusanga ikiziga ca Yesu mu mva hamwe n'ukukizura kugira ngo bagisige amavuta.[78]

Abagore mu nyuma bahwanye na kristo yazutse (**umurongo 9**; raba kandi **Mat 28:1-7; Luka 24:1-8; Yohana 20:1**). Baciye babibarira abigishwa yuko imva igaragara kandi ko Kristo yazutse mu bapfuye kandi ko ari muzima (**Mat 28:8; Mariko 16:10-11; Luka 24:9-12; Yohana 20:2-18**). Ivyo bisomwa ni ngirakamaro cane kubera yuko ukwiyerekana kwa mbere kwa Yesu amaze kuzuka mu bapfuye yiyeretse abagore kandi ni na bo batangaje, babibariye abandi ko yazutse. Ivyo vyerekana yuko ibivugwa muri Bibiliya atari ibihimbano ariko ni ukuri kw'ivyabaye. Impamvu ni uko mu Bayuda ba kera abagore baharurwa ko atari ivyabona vyo guharurako; kumbure ntibari bazi ubwenge bw'ugushinga intahe nk'icabona muri sentare canke hariho ibindi bintu bigaragara vyababuza gushinga igishingantahe bashobora gutanga ("Witness" 2008: n.p.; Meacham 2009: Other Laws). Kubw'ivyo, ukutizera kw'abigishwa ku vyo abo bagore bababariye (**Luka 24:11**) ntibikomoka gusa ku nkuru nziza bari babazaniye ariko kumbure vyakomoka ku kubera ari abagore. Ico kintu ca nyuma gifasha kwerekana neza yuko inkuru zivugwa muri Bibiliya ari iz'ukuri kubera nk'uko Paul Maier abisigura, kubera igishingantahe c'abagore kitemerwa ko ari ic'ukuri, "nimba rero inkuru z'ukuzuka zari impimbano . . . abagore ntibari *kwigera* bavugwa muri izo nkuru, n'imiburiburi nk'ivyabona vya mbere" (Maier 1973: 98). Umuhinga muri kahise Michael Grant avuga ati, "Ishengero rya mbere ntiryari gushobora guhimba inkuru ubwa ryonyene ibivugwa kuri ibi bintu vyose vyavumbuwe iyo biba vyabonywe n'abagore gusa, harimwo n'umugore yari afise ingeso mbi y'ubusambanyi" (Grant 1977: 176).

Ivyo umumarayika yabwiye abagore ko Yesu *"abitangira imbere kuja i Galilaya, iyo ni ho muzomubonera, nk'uko yababwiye"* (**umurongo 7**) ni ugushitswa kw'ivyo Yesu Yesu yavuze kuri ya Ngaburo Yera (**14:28**). Vyongeye vyerekana akamere gasangiwe n'ikibano canke n'umuryango w'ishengero: "Igikorwa ca mbere ca Yesu kwabaye uguhamagara abarovyi bane kugira ngo baze bazobane na we mu kibano yari agiye gutanguza (1:16-20); kandi amajambo ya mbere yavuze amaze kuzuka kwari ukwongera guhamagara nyene ico kibano c'abigishwa (14:27-28)." (Edwards 2002: 495) Umumarayika gutuma abagore kuja kubarira abigishwa, ariko kandi bakavuga Petero mw'izina (**umurongo 7**), vyerekana impuhwe zidasanzwe za Kristo, kubera Petero yari "yihakanye Yesu (14:66-72), kandi ubu akeneye kwongera kwemerwa no gukomezwa mu kubwirwa yuko atakuwe mu kibano no mu murwi w'abigishwa" (Wessel 1984: 788). Ivyanditswe vya Kera bihereza ubutuwa bwiza bwa Mariko kuri **mirongo ya 8**; **imirongo 9-20** yagiye kwongerwako mu nyuma. Umuntu arashobora

[77] Ku vyerekeranye n'ikibazo c'uko Yesu yazutse ku "musi ugira gatatu" raba igiharuro 40, aho hejuru.

[78] Ku vyerekeranye n'ibimenyamenya vya Bibiliya na kahise bigaragaza ukubaho kw'ukuzuka, raba Menn 2020: 30-40.

Copyright © by Jonathan Menn 2021. All rights reserved.

kwiyumvira yuko **umurongo 8** ari ikibanza kibi kidasanzwe co guhereza ko uubu Butumwa bwiza.[79] Wessel avuga, ati "Nimba Ubutumwa Bwiza bwa Mariko buherera ku murongo wa 16:8, nk'uko bamwe bavyiyumvira, Mariko mu buryo bw'ibigirankana ashimangira igikorwa n'ibanga n'ugutangarira Ukuzuka" (Ico gtabu nyene). Aherahereza ahantu h'agakekezo, ako yagumye akoresha kenshi muri ubwo butumwa bwiza bwose. Imbere yuko yinjira i Yerusalemu mu ntsinzi, Yesu incuro nyinshi yari yabwiye abantu kutavuga ivyiwe, ariko barabirenzeko, ngaha ku **mirongo ya 7-8,** umumarayika yabwiye abagore kuvuga ko Yesu nyazutse, ariko abo bagore ntibabikoze. Nta nkeka, nkuko tubizi turabiye mu bundi butumwa bwiza, igihe banesha ubwoba n'ugutangara, baravuze ivyo babonye n'ivyo bumvse, baravuze ivyo biboneye n'amaso yabo hamwe n'ivyo bmvise n'amatwi yabo, ariko agakekezo kaguma mu butumwa bwiza bwa Mariko.

Gusezerana ko bazohurira i Galilaya (**umurongo 7**) n'ukutumvira kw'abagore (**umurongo 8**) mu vy'ukuri hagumya isezerano ry'ugusubiza hamwe (mu gufatira kuri Petero ku **murongo wa 7**) n'isezerano ry'uko vyose bizogenda neza. Mu yandi majambo, nubwo abizera vyabataye ku w'amazi—abigishwa, abagore, na twebwe (**umurongo 8**), ijambo ry'isezerano nta nkeka ko rizotegerezwa gusohora, kunesha, gutsinda. Mariko yagumye yerekana abigishwa nk'aho birondera canke baguma barondera vyabo gusa kandi ko badatahura. Ahubwo ko ubwo butumwa bwiza bwa Mariko bwanditswe, ivyo vyose vyerekana yuko Imana ariyo iriko iravyikorera. Yesu yari yavuze ati, *"Tujabuke tuje hakurya"* (**4:35**) kandi *"mube ari mwebwe mubagaburira [abantu 5000]"* (**6:37**), ariko abigishwa bari ukwa bonyene ntibari kubishobora naho Yesu yari yabemeje ko bobishobora. Ukwo kubemeza gukoreshwa no ku mubonano wasezeranywe hagti ya Yesu n'abigishwa ko bazohurira i Galilaya aho umumarayika yavuga ku **murongo wa 7**; dufatiye ku bivugwa mu bundi butumwa bwiza, turazi yuko ivyo vyabaye nk'uko yari yarabivuze (raba **Mat 28:16-20; Yohana 21:1-23**). Ukwo guhumurizwa na twebwe ni ukwacu. Aho Imana iturongorera, ihaduhera ibikenewe vyose. Joel Williams avuga, ati, "Mariko yerekana abanywanyi b'ukuri biwe aho bananiriwe, ariko kandi agatanga n'ivyizigiro, n'icizere, kuko yerekana yuko Yesu atigera abaheba. Yesu arashobora gusubiza mu buryo abigishwa biwe, canke uwo ari we wese yaguye, yatsitaye, kandi akabagira abarovyi b'abantu. Mariko aheraheza ubutumwa bwiwe atanze ubutumwa bukwiye kuri abo bananiwe gukurikira Yesu basoma iyi nkuru yanditse. Hariho ivyizigiro kuri abo bananiwe, ariko inzira ntiyigera yoroha kandi ingorane zirahari." (Williams 1999: 35) Nk'uko Paulo abivuga muri **Flp 1:6**, *"Uwatanguye igikorwa ciza muri mwebwe azogiheraheza gushitsa ku musi wa Yesu Kristo."*

## <u>IBIBAZO VY'UGUHANAHANAKO IVYIYUMVIRO</u>

1. Ni insiguro iyihe n'akamaro akahe k'ukuzuka kw'umubiri wa Yesu?

- Vyari gushoboka ko "ukuzuka kwo muri mpwemu" (mu yandi majambo, "yari gushobora uba yapfuye, ariko akaba yazutse mu bugingo bwanje no mu bugingo bwo mu mutima wanje") ko vyoba bifise insiguro nk'iy'ukuzuka mu mubiri?

2. Wibaza ko ari kubera iki umumarayika yongeye ko *"na Petero"* ku vyo yatumye abagore (**umurongo 7**)?

- Mwibaza ko Petero yiyumvise gute amaze kwumva izo nkuru ubwa mbere?

3. Ivyanditswe vya mbere bihereza ubutumwa bwiza bwa Mariko kuri **16:8**. Nimba mu vy'ukuri ari uko Mariko yashaka guheza ico gitabu, mwibaza ko ari kubera iki yagihejeje gurtyo?

---

[79] Nimba, abasesanguzi benshi n'abashakashatsi benshi ba Bibiliya bizera yuko **imirongo 9-20** yongeweko mu nyuma, rero ibibazo bica biba ibi bikurikira: Mbega umurongo wa **8** uhereza ubutumwa bwiza uko bwanditswe na Mariko wahereye ngaho kuko yabigize ibigira nkana canke ntiyabigize ibigira nkana? Benshi mu basobanuzi b'iki gihe basigura Mariko bizera yuko ari ko vyari biri, yaghereje kuri uwo murongo nyene (Edwards 2002: 500). Yamara, nimba Mariko atabigize ibigira nkana mu guhereza ngaho nyene, none vyagenze gute ku guheza kwa mbere? Ibintu bibiri bishoboka biza imbere y'ibindi ni ibi bikurikira: (A) ibabi rya nyuma rya codex ryaratakaye (aha twibajije ko ubutumwa bwiza bwa Mariko bwari bwateguriwe mu buryo bw' igitabu [codex] aho kwandikwa ku muzingo); canke (B) Mariko yarahagaritswe ntiyashobora kubandanya canke na ho yapfuye ataraheza kwandika ivyo yandika ngo aheze ubwo butumwa bwiza. Hari vyinshi vyanditswe kuri ibi bintu bibiri. Ku bijanye n'ibihari ko ivyanditswe guhera ku **mirongo ya 9-20** ko ari ivy'ukuri canke atari ivy'ukuri n'impamvu zishobora kuba zarabiteye z'igituma ubwo butumwa buherera ku **murongo wa 8**, raba Iverson 2001: "Possible Explanations"; Edwards 2002: 500-504; Miller 2005: n.p.

Copyright © by Jonathan Menn 2021. All rights reserved.

**<u>16:9-20:</u>** ***[9] Yesu amaze kuzuka mu mutwenzi ku wa mbere w'imisi ndwi, abanza kwiyereka Mariya Magadalene, uwo yasenzemwo abadayimoni ndwi. [10] Uwo aragenda, abibarira ababana na we, asanga bababaye barira. [11] Na bo bumvise ko ari muzima, kandi ko yamwiboneye, ntibavyemera. [12] Hanyuma y'ivyo, yiyereka babiri muri bo, afise iyindi shusho, bagenda baja mu misozi. [13] Na bo nyene baragenda, babibwira abasigaye, maze ntibabemerera na bo.***

***[14] Hanyuma yiyereka bamwe cumi n'umwe, bicaye bariko bararya, abagaya ukutisera kwabo n'ugukomantara kw'imitima yabo, kuko batemereye abamubonye amaze kuzuka. [15] Arababarira ati Ni mugende muje mu bihugu vyose, mubwire abaremwe bose ubutumwa bwiza. [16] Uwizera akabatizwa azokizwa, ariko utizera azotsindwa n'urubanza.. [17] Kandi ibimenyetso bizkwama biboneka ku bizera ni ibi: bazosenda abadayimoni mw'izina ryanje; bazovuga indimi nsha; [18] bazofata inzoka ni banywa ikintu cica nta co kizobagira na gatoya, bazorambika ibiganza ku barwaye, bakire." [19] Kandi Umwami Yesu ahejeje kubibabarira, aduzwa mw'ijuru, avyagira I buryo bw'Imana. [20] Abo bavayo, bigisha hose, Umwami Yesu akorana na bo, ijambo ryiwe arishingishiriza intahe ibimenyetso birikurikira.***

<u>**Imirongo 9-20—**Yesu yiyereka abantu amaze kuzuka</u>

Nk'uko twabivuze aho hejuru, iciyumviro c'abenshi babanonosoye Bibiliya ni uko "bigaragara yuko imirongo 16:9-20 ari ikintu congeweko mu nyuma kandi ko kitari co gihereza Ubutumwa Bwiza uko bwanditswe na Mariko" (Edwards 2002: 497). Aca rero avuga mw'ido n'ido bimwe vy'ico gisomwa, vyaba ibimenyetso vy'imbere, vyaba ibimenyetso vy'inyuma vyerekana ivyo (Ico gitabu nyene: 497-500). Mbere naho twokwibaza yuko **imirongo 9-20** ari iyongeweko mu nyuma ku Butumwa Bwiza uko bwanditswe na Mariko, "Benshi, nimba atari bose, mu banonosoye Bibiliya basuzumye ico gisomwa baremeje yuko ukuri kwavuzwe muri iyi mirongo ari ukuri kw'ivyabaye muri kahise—mbere n'ubwo bahakana yuko iyo mirongo ubwa mbere itari mu vyo Mariko yashikirije" (Miller 2005: "The Authenticity") Ikindi, "ibintu vyose muri Mariko 16:9-20 (kiretse akantu kamwe gusa ata n'ico kamaze) bishobora kuboneka n'ahandi hantu mw'Isezerano Rishasha. Ni co gituma, ata nyigisho Rukristo n'imwe yagizweko ingaruka mbi kubera yuko Mariko 16:9-20 ico gisomwa kitari mu vyari bigize Mariko mu ntango." (Ballard n.d.: n.p.) Ibi rero tubirabira muri ibi bikurikira muri utwo tudirisha:

| Mark 16 | Icabaye | Aho bibangabanganye mw'Isezerano Rishasha |
|---|---|---|
| **Umurongo 9** | Yesu yiyereka Mariya Magadarena | **Yohana 20:11-17** |
| **9** | Yesu yari yasenze impwemu mbi 7 muri Mariya Magadarena | **Luka 8:2** |
| **10** | Mariya abibwira abigishwa | **Luka 24:9-10; Yohana 20:18** |
| **11** | Abigishwa ntibizera ivyo Mariya ababariye | **Luka 24:11** |
| **12** | Yesu yiyereka abigishwa babiri bari bagiye i Emausi | **Luka 24:13-32** |
| **13** | Abo bigishwa babiri baca basubira inyuma baja kubibarira abanda | **Luka 24:33-35** |
| **14** | Yesu yiyereka cumi n'umwe | **Mat 28:16-20; Luka 24:36-43; Yohana 20:19-23, 26-29; 1 Kor 15:5** |
| **14** | Yesu yamira, akarira cumi n'Umwe kubera ukutizera | **Luka 24:36-43; Yohana 20:26-29** |
| **15** | Yesu abatuma kuvuga ubutumwa | **Mat 28:19-20; Luka 24:46-49; Yohana 20:21; Ivyak 1:8** |
| **16** | Uwizera wese akabatizwa azokizwa | **Mat 28:19; Yohana 3:18; 5:24; 6:29; Ivyak 2:38; 4:12; 8:12; 10:43; 16:31** |
| **17** | Yesu atondeka ibimenyetso bizoboneka ku bizera | **Mat 10:1, 7-8; Mariko 6:7, 12-13; Luka 9:1-2, 6; Heb 2:3-4** |
| **17** | Abizera bazosenda abadayimoni | **Mat 10:1, 8; Mariko 6:7, 13; Luka 9:1; Ivyak 5:16; 8:7; 16:16-18; 19:12** |
| **17** | Abizera bazovuga mu zindi ndimi | **Ivyak 2:4; 10:46; 19:6; 1 Kor 12:7, 10** |
| **18** | Abizera bazofata inzoka kandi ntizizobakomora | **Luka 10:19; Ivyak 28:3-6** |
| **18** | Abizera bazonywa ivyica ariko ntaco bizobagira | Iki ni co kimenyetso kimwe conyene tudasanga ahandi hantu na hamwe mw'isezerano Rishasha; kumbere ivyo ni kubera bitangurirwa na "niyo," bisigura yuko bishobora kutazoshika. Ariko raba **Zab 69:21; Luka 10:19; Ivyak 28:3-6.**[80] |

[80] Eusebius avuga yuko Papias "yatanze iyindi nkuru iryoshe idasanzwe kuri Justus, irindi yitwa Barusaba: ko yanyoye icica, ariko, kubw'untu bw'Imana, nticamwishe" (Eusebius 1988: 126 [*Ecclesiastical History* 3.39.9]).

Copyright © by Jonathan Menn 2021. All rights reserved.

| | | |
|---|---|---|
| **18** | Abizera bazokiza abarwaye | **Ivyak 3:1-10; 5:16; 8:7; 19:12; 28:8; 1 Kor 12:7, 9** |
| **19** | Yesu aduga mw'ijuru | **Luka 24:51; Ivyak 1:9;** raba kandi **Yohana 6:62; Ivyak 2:33-34; Ef 4:8-10; 1 Tes 1:10; Heb 4:14; 9:24; 1 Pet 3:22** |
| **20** | Barasohoka bavuga ubutumwa kandi Uhoraho abana na bo | **Mat 28:20; Ivyak 2:5–28:31** |

Hariho ibintu bibiri dukeneye kuvuga ku bijanye n'ibimenyetso Yesu yafatiyeko ku **mirongo ya 17-18**.

- Ubwa mbere, ivyo bimenyetso bizokurikira abizera muri *rusangi.* Yesu *nti*yariko aravuga yuko uwizera wese azogira ivyo bimenyetso vyose canke ko mbere umukristo kanaka azoronka kimwe muri ibi bimenyetso bidasanzwe. Paulo arabitomora neza mu ciyumviro ciwe aho avuga ku "ngabire za Mpwemu" muri **1 Kor 12:7-10** aho avuga ati, *"[7] Yamara, umuntu wese ahabwa ikimwerekanako Mpwemu, kugira ngo bigire ikimazi. [8] Kuko umwe aheshwa na Mpwemu ijambo ry'ubwenge, uwundi agaheshwa n'uwo Mpwemu ijambo ryo kumenya, [9] uwundi agaheshwa n'uwo Mpwemu ukwizera, uwundi agaheshwa n'uwo Mpwemu umwe ingabire zo gukiza ingwara, [10] uwundi agahabwa gukora ibitangaza, uwundi agahabwa kuvugishwa n'Imana, uwundi agahabwa kurobanura impwemu, uwundi agahabwa kuvuga indimi nyinshi, uwundi agahabwa gusobanura indimi."* Muri **1 Kor 12:12-20** maze aca agereranya umubiri wa Kristo n'umubiri w'umuntu, yerekana yuko umukristo wese ari urging rw'uwo mubiri ariko kandi yuko ibice bitandukanye vy'umubiri ari ko natwe dufise ibikorwa bitandukanye, kandi umuntu ashbora kuba adafise Ingabire canke ubwenge uwundi afise. Aheraheza mu **mirongo ya 28-30** mu kuvuga, ati, *"[28] Kandi Imana yabanje gushira mw'ishengero bamwe kuba intumwa, maz'aba kabiri ibashiraho kuba abavugishwa na yo, maze aba gatatu, ibashiraho kuba abigisha, maze ishiraho abakora ibitangaza, maz'ishiraho abahawe Ingabire zo gukiza ingwara, n'abahawe gufasha abandi, n'abahawe kurongora, n'abahawe kuvuga indimi nyinshi. [29] Mbega bose ni intumwa? Bose ni abavugishwa n'Imana?Bose ni abigisha? Bose bakora ibitangaza? [30] Bose bafise ingabire zo gukiza ingwara? Bose bavuga izindi ndimi? Bose basobanura indimi?"* kimwe kimwe muri ivyo bibazo ni "ikibazo kiguna kigaruka" mu yandi majambo hari ico agomba gushikako akoresheje ibibazo, kandi ico agomba gushikako ni uk inyishu ku kibazo cose ni "Oya". **Heb 2:4** na ho nyene haremeza yuko *"Imana ifatanije na bo kugashingira intahe, iyishingisha ibimenyetso n'ibitangaza n'ibikomeye vy'uburyo bwinshi n'ingabire za Mpwemu Yera <u>zagabanganijwe nk'uko yagomvye</u>."*
- Ubwa kabiri, "ibimenyetso" Yesu yatanze ku mirongo ya **17-18** ni *uburorero* bw'ibimenyetso canke Ingabire za Mpwemu bizoherekeza abizera, ariko si ivyo gusa mu vyo yavuze, si urutonde ntabanduka udashobora kwngerako ibindi. Nk'uko bisa n'ibisa muri **1 Korinto 12**, Paulo atanga urutonde rw'ibimenyetso canke Ingabire za Mpwemu Yesu *ata*fatiyeko nka: ijambo ry'ubwenge; ijambo ryo kumenya; ukwizera; gukora ibitangaza; ukuvugishwa n'Imana; kurobanura impwemu; gusobanura indimi; intumwa, ugufasha; hamwe n'ugutunganya ibintu. Muri **Rom 12:4-8** Paulo atanga urundi rutonde rw'ingabire za Mpwemu rurimwe Ingabire zitavyuzwe mu rutonde dusanga muri **1 Korinto 12**. Atangura asubiramwo yuko abizera bafise *"<u>Ingabire zitandukanye </u>bivanye n'ubuntu bahawe"* (**Rom 12:6**). Maze agaca atondekanya izi ngabire zikurikira: kuvugishwa n'Imanaigikorwa co mw'ishengero; ukwigisha; uguhanuraukugira ubuntu ariko guterera (mu yandi majambo, gutanga); ukuganza; ukugira imbabazi (**Rom 12:6-8**).

Hariho ibindi bintu bikeya twokwongerako ku gace k'**imirongo 9-20**. Ku **murongo wa 12** havuga yuko Yesu yiyerekanye *"afise iyindi shusho"* yiyereka abigishwa babiri bari mu nzira ija I Emawusi. Ibi bishobora gusigura igituma **Luka 24:16** havuga ibi, *"amaso yabo atabwamwo uruhuni ngo ntibamumenye."* Ntibigeze bamumenya kugeza *"yicaye ngw asangire na bo, yabira umutsima arawuhezagira, arawumanyagura, arawubaha. Uruhuni rubava ku maso, baramumenya"* (**Luka 24:30-31**). Ibi hari ikintu bishobora kutubarira cerekeranye n'ishusho y'imibiri mishasha tuzohabwa igihe Yesu Kristo azogaruka. Muri **1 Kor 15:42-44, 49** Paulo avuga, ati, *"[42] N'ukuzuka kw'abapfuye ni nk'uko: habibwa ikibora, hazurwa ikitabora; [43] Habibwa igikengerwa, hazurwa ic'icubahiro. Habibwa ikinyantege nke, hazurwa ic'inkomezi. [44] Habibwa umubiri w'inyama, hazurwa umubiri w'impwemu. Asangwa hari umubiri w'inyama hariho kandi n'uw'impwemu. . . . [49] Kandi nk'uko twambaye ishusho y'uw'umukungugu, ni ko tuzokwambara n'ishusho y'uw'ijuru."* Vyongeye Yesu yavuze, at'Igihe tuzozuka mu bapfuye, tuzoba *"tumeze nk'abamarayika bo mw'ijuru"* (**Mariko 12:25; Mat 22:30**). **Heb 13:2** havuga, hati, *"Ntimwibagira kugirira neza abashitsi: kuko bamwe bagize bartyo bahaye indaro abamarayika batabizi."* Ibi vyose vyavuzwe biratangaje kandi vyerekana yuko imibiri yacu misha y'ubwiza yazutse izoba myiza kurushiriza ikindi kintu cose dushobora kuba twariyumviriye canke twarabonye canke twokwiyumvira muri iyi mibiri yacu yo ngaha kw'isi.

Ku **murongo wa 16** Yesu avuga ati, *"Uwizera akabatizwa azokizwa, ariko utizera azotsindwa n'urubanza."* Abantu bamwe bizera yuko kubatizwa ari ngombwa kugira ngo umuntu akizwe hejuru

Copyright © by Jonathan Menn 2021. All rights reserved.

y'ukwizera. Ivyo si ukuri. **Rom 10:9** havuga gurtya, *"kuko ni waturisha akanwa yuko Yesu ari Umwami, ukizera mu mutima yukw Imana yamuzuye imukuye mu bapfuye, uzokizwa."* **1 Pet 3:21** havuga gurya, *"Ayo ni yo abakiza namwe ubu, mu buryo bw'ikigereranyo c'ukubatizwa, si ugukurahoo imvyiro zo ku mubiri ariko ni isezerano ry'umutima utagira ikibi usezeranye ku Mana."* John Piper yerekana imigenderanire y'agakiza n'ukwatura ukwizera n'ukubatizwa muri iyi mirongo ikuriira: "ukubomborana kw'iminwa mu kirere [**Rom 10:9**] hamwe n'ivyo umubiri ugira mu mazi [**1 Pet 3:21**] bikiza muri ubu buryo gusa bihaye igikorwa conyene gitsindanishiriza mu yandi majambo, ukwizera (Rom. 3:28). Umubatizo ni ikintu kigaragara ku mubiri c'ukwizera Imana mu mutima." (Piper 2013: 158)

Dutegerezwa kumenya yuko ukugene aba Katolika b'i Roma ba kera babona canke bafata umubatizo ubwawo *ko ari uburyo bwo gutanga* ubuntu bukiza ("ikanguro ritewe n'umubatizo"). Bibiliya irabigaragaza neza ko dukizwa n'ubuntu bw'Imana biciye mu kwizera kwonyene, ntidukizwa kubera tubanje guca mu gikorwa kigaragara c'umubiri nk'umubatizo (uburorero, **Rom 3:28; 4:1-5; Ef 2:8-9; Tito 3:5-7**). Ibi bishimangirwa n'ivyo Yesu yabwiye wa mwambuzi ku musaraba, *"Ndakubwire ukuri: uyu musi urabana nanje muri Paradiso"* [**Luka 23:43**]; uwo mwambuzi yarakijijwe n'ubwo atari bwabatizwe). Andreas Kostenberger abipfunyapfunya gurtya, "Mu buryo bw'imenyeshamana, *umubatizo w'amazi utangurira canke wubakiye ku guhinduka kwo mu mpwemu* nk'aho ari ikintu kibanziriza igikorwa c'Imana ca mbere kandi biciye mu Muntu ari we Mpwemu Yera. Ibi bikomoka mu buryo bugaragara bw'ugutangazwa kw'Umubatizi yuko Mesiya azobatiza abantu muri Mpwemu. Ni co gituma ukwihana ivyaha n'ukwizera Kristo, biherekeza uguhinduka imbere mu mutima, ari vyo bitangurira mu buryo bwumvikana kandi bukurikirana umubatizo wo mu mazi. Ibi na vyo bigashira umubatizo w'amazi mu rutonde rukwiriye. Nta na hamwe mu Butumwa Bwiza hari iciyumviro c'ugukangurwa n'umubatizo." (Kostenberger 2006-2015: n.p.; raba vyongeye Hunt 1995; White 2005-2006, na Johnson 2016 ku zindi mpari no guahanahana ivyiyumviro ku mubatizo wo gukangura abantu). Umubatizo ni ngirakamaro kubera ari igikorwa kigaragara ku mubiri kandi ikimenyetso kigaragara cerekana ikintu Imana yakoze imbere mu mutima mu gukangura uwusavye umubatizo kandi no kumukiza; si igikorwa kiboneka ku mubiri canke kibanza gukorogoshorwa dukora kugira ngo tube abahinguwe, abakanguwe, kandi ngo tube abakijijwe canke gisaba canke gihimiriza, gitegeka Imana kuduhingura no kudukangura no kudukiza. Ni co gituma mu gace ka kabiri k'umurongo wa **16** Yesu yavuze, ati *"Utizera azotsindwa n'urubanza"*; *nti*yavuze ngo, *"Utizera wese kandi ntabe yarabatijwe azotsindwa n'urubanza."*

**Umurongo 19** uvuga yuko Yesu *"aduzwa mw'ijuru, avyagira I buryo bw'Imana."* Ivyo vyemezwa mu ba **Heb 1:3; 8:1; 10:12, 14** (raba kandi **Zab 110:1; Luka 22:69; Rom 8:34; Ef 1:20-21; Kol 3:1; 1 Pet 3:21-22**). Impera n'imperuka n'Impongano ya Kristo itunganye, itagira agasembwa—kandi gurtyo ugukurwaho burundu kwuzuye kandi gutunganye kw'ibimazi vyatangwa mw 'Isezerano rya Kera n'ubuherezi—bigaragarira mu kugene *"yavyagiye i buryo bw'Imana"* ahera h'ahera h'ukuri ho mw'ijuru. "Kubera igikorwa c'ugutanga ibimazi cakorwa umuntu *ahagaze* imbere y'Imana canke ku gicaniro ([Heb] 10:11; Gus 10:8; 18:7), ukunyuranya igikorwa *c'ukuvyagira* vyerekana yuko igikorwa ca Kristo c'ugutanga ikimazi kirangiye ([Heb] 10:12). Yamara, muri ico gihe nyene ukwimikwa kwiwe akavyagira i buryo bw'Imana bimuha kwama ari yo ari no kwegera n'uburenganzira bukwiriye bwo kubandanya adusabira, atuvugira [**Heb 7:25**]." (Nelson 2003: 257)

Ubwa nyuma **umurongo 20** utwibutsa yuko, nubwo Kristo yasubiye kwa Se mw'ijuru, igikorwa ciwe kirabandanya ngaha kw'isi biciye mu mubiri wiwe, ishengero. Ivyo yavuze ku **murongo wa 20** vy'uko *"Umwami Yesu akorana na bo"* hemeza ivyo Yesu yavuze mu ba **Heb 13:5**, *"Nta ho nzoguhemukira, nta ho nzoguta"* n'ivyo Paulo yavuze muri **Flp 2:12-13**, *"Nuko rero abo nkunda, nkuko mwamye muganduka abe ari ko mushitsa agakiza kanyu, mutinya muhnda agashitsi, kukw Imana ari yo ikorera mu mitima yanyu, ikabaha gukunda no gukora ibiyihimbara."* Vyongeye hatunga agatoki kandi hakaduha ivyizigiro vy'ukubona ivyo Yesu yavuze, vy'uko *"unyizera, ibikorwa jewe nkora na we azobikora: kandi azokora ibibiruta, kuko jewe ngiye kwa Data"* (**Yohana 14:12**). Mu buryo bunyuranye n'ubwa abgore bo ku **murongo wa 8**, turashobora kugenda tukavuga ubutumwa bwiza dushize amanga. Icompa ivyo bikaba ukuri kuri twebwe, kw'ishengero ryiwe muri iki gihe cacu.

## IBIBAZO VY'UGUHANAHANAKO IVYIYUMVIRO

1. Ni icemezo ikihe ushobora kwerekana ko ukuzuka kw'umubiri ari ikintu kigaragara, ikintu cabaye muri kahise, atari imigani y'abakecuru itigeze ibaho?

2. Nimba ukuzuka ari ngirakamaro, mwibaza ko ari kubera iki abigishwa (ubwa mbere) batigeze bizera ivyo ababonye Yesu bababariye inyuma y'ukuzuka kwiwe?

Copyright © by Jonathan Menn 2021. All rights reserved.

3. Mbega ni ngombwa ko umuntu abatizwa kugira ngo ashobore gukizwa?

- **Umurongo wa 16** uwifatamwo gute?

- Si ngombwa ko umuntu abanza kubatizwa kugira ngo akizwe, none ni kubera iki canke ni akamaro gaki canke ngombwa ki yo kubatizwa?

4. Ibimenyetso vyavuzwe na Yesu bikora igikorwa giki ku **mirongo ya 17-18**?

5. Uha insiguro ki ko utoba wararekanye na *kimwe* muri ivyo bimenyetso?

- Mbega ivyo bisigura ko ku vy'ukuri utizeye?

6**.** Bisigura iki ko Yesu *"avyagiye i buryo bw'Imana"* (**umurongo 19**)?

- None Yesu "ashobora gukorana" na bo gute (canke na twe) nimba avyagiye i buryo bw'Imana mw'ijuru?

**AHO TWAVYABUYE**


Abdul-Mohsin, 'Abdur-Radhi Muhammad. 2006. *Muhammad's Prophethood Reality or Myth.* Riyadh: International Islamic Publishing House.

Augustine. 1942. *The Confessions of St. Augustine.* New York: Liveright. Online (another edition): https://www.gutenberg.org/files/3296/3296-h/3296-h.htm#link2H_4_0001.

Ballard, Peter. Not dated. "The text of Mark 16." Online: http://www.peterballard.org/mk16.html.

Bartlett, John. 1993. "Maccabees, The Books of the." In *The Oxford Companion to the Bible*, edited by Bruce Metzger and Michael Coogan, 475-82. New York: Oxford.

Bauckham, Richard. 1978. "The Sonship of the Historical Jesus in Christology." *Scottish Journal of Theology* 31: 245-60.

_______. 1998. *God Crucified: Monotheism and Christology in the New Testament.* Grand Rapids: Eerdmans.

Beale, G. K. 2004. *The Temple and the Church's Mission: A Biblical Theology of the Dwelling Place of God* (NSBT 17). Downers Grove, IL: InterVarsity.

Beasley-Murray, G. R. 1993. *Jesus and the Last Days: The Interpretation of the Olivet Discourse.* Peabody, MA: Hendrickson.

Bird, Michael. 2003. "The Crucifixion of Jesus as the Fulfillment of Mark 9:1." *Trinity Journal* 24: 23-36. Online: https://jbburnett.com/resources/mark/bird_The-crucifixion-of-Jesus.pdf.

Blomberg, Craig. 1999. *Neither Poverty nor Riches* (NSBT 7). Nottingham, England: Apollos.

_______. 2007. "Matthew." In *Commentary on the New Testament Use of the Old Testament,* ed. G. K. Beale and D. A. Carson, 1-109. Grand Rapids: Baker Academic.

Carson, D. A. 1984. "Matthew." In *The Expositor's Bible Commentary,* vol. 8, edited by Frank Gaebelein, 3-599. Grand Rapids, MI: Zondervan.

_______. 1991. *The Gospel of John* (PNTC). Grand Rapids: Eerdmans.

_______. 2010. "Matthew." In *The Expositor's Bible Commentary*, rev. ed., vol. 9, edited by Tremper Longman III and David Garland, 23-670. Grand Rapids, MI: Zondervan.

Clement of Alexandria. 1885. *Stromata*. In *The Ante-Nicene Fathers*, vol. 2, edited by Alexander Roberts and James Donaldson, revised by A. Cleveland Coxe, 299-567. New York: Christian Literature Publishing Company. Reprint, Peabody, MA: Hendrickson, 1994. Online (another edition):

Copyright © by Jonathan Menn 2021. All rights reserved.

http://www.ccel.org/ccel/schaff/anf02.vi.iv.html.

Clowney, Edmund. 1972-73. "The Final Temple." *Westminster Theological Journal* 35: 156-89. Online: http://www.beginningwithmoses.org/articles/finaltemple.htm.

Cole, R. Alan. 1989. *Mark,* rev. ed. (TNTC). Grand Rapids: Intervarsity.

Cole, Victor. 2006. Mark." In In *Africa Bible Commentary,* ed. Tokunboh Adeyemo, 1171-1202. Nairobi: Word Alive.

Delling, Gerhard. 1964. "Hēmera." In *Theological Dictionary of the New Testament,* vol. 2, ed. Gerhard Kittel, 943-53. Translated by Geoffrey Bromiley. Grand Rapids, MI: Eerdmans.

DeMar, Gary. 1999. *Last Days Madness,* 4th ed. Powder Springs, GA: American Vision.

Delling, Gerhard. 1964. "Hēmera." In *Theological Dictionary of the New Testament,* vol. 2, ed. Gerhard Kittel, 943-53. Translated by Geoffrey Bromiley. Grand Rapids, MI: Eerdmans.

*The Didache*. 1989. In *The Apostolic Fathers*, 2nd ed., edited and revised by Michael Holmes, translated by J. B. Lightfoot and J. R. Harmer, 145-58. Grand Rapids: Baker. Online (another edition): http://www.ccel.org/ccel/lightfoot/fathers.ii.xii.html.

Edersheim, Alfred. 1988. *The Temple.* Grand Rapids, MI: Eerdmans. Online: https://books.google.com/books?id=XFc-AAAAYAAJ.

Edwards, James. 2002. *The Gospel According to Mark* (PNTC). Grand Rapids, MI: Eerdmans.

Edwards, Jonathan. 1739. "Christ's Agony." Online: https://www.ccel.org/ccel/edwards/sermons.agony.html.

Edwards, William, Wesley Gabel, and Floyd Hosmer. 1986. "On the Physical Death of Jesus Christ." *Journal of the American Medical Association* 255 (March 21): 1455-63. Online: http://www.godandscience.org/apologetics/deathjesus.pdf.

*The Epistle of Barnabas*. 1989. In *The Apostolic Fathers*, 2nd ed., edited and revised by Michael Holmes, translated by J. B. Lightfoot and J. R. Harmer, 162-88. Grand Rapids: Baker. Online (another edition): http://www.ccel.org/ccel/lightfoot/fathers.ii.xiii.html.

Eusebius Pamphilus. 1890. *Ecclesiastical History.* Grand rapids: Eerdmans. Online: https://ccel.org/ccel/schaff/npnf201/npnf201.i.html.

Evans, Craig. 2016. "The Resurrection of Jesus in the Light of Jewish Burial Practices." Online: https://hbu.edu/news-and-events/2016/05/04/craig-evans-resurrection-jesus-light-jewish-burial-p-ractices/.

Fee, Gordon. 1987. *The First Epistle to the Corinthians* (NICNT). Grand Rapids, MI: Eerdmans.

Ford, Desmond. 1979. *The Abomination of Desolation in Biblical Eschatology.* Washington, DC: University Press of America.

France, R. T. 1992. "Faith." In *Dictionary of Jesus and the Gospels,* ed. Joel Green, Scot McKnight, and I. Howard Marshall, 223-26. Downers Grove, IL: InterVarsity.

_______. 2002. *The Gospel of Mark* (NIGTC). Grand Rapids: Eerdmans.

Gentry, Kenneth. 1999a. "The Great Tribulation is Past: Exposition." In *The Great Tribulation: Past or Future? Two Evangelicals Debate the Question,* 33-66. Grand Rapids, MI: Kregel.

_______. 1999b. "The Great Tribulation is Future: Rebuttal." In *The Great Tribulation: Past or Future? Two Evangelicals Debate the Question,* 165-99. Grand Rapids, MI: Kregel.

Goppelt, Leonhard. 1982. *Typos: The Typological Interpretation of the Old Testament in the New.* Translated by Donald Madvig. Grand Rapids: Eerdmans.

Grosheide, F. W. 1953. *Commentary on the First Epistle to the Corinthians* (NICNT). Grand Rapids, MI: Eerdmans.

Copyright © by Jonathan Menn 2021. All rights reserved.

Gruenler, Royce. 1989. "Mark." In *Evangelical Commentary on the Bible*, ed. Walter Elwell, 761-98. Grand Rapids: Baker.

Grant, Michael. 1977. *Jesus: An Historian's Review of the Gospels.* New York: Charles Scribner's Sons.

Habermas, Gary. 1981. "The Shroud of Turin and its Significance for Biblical Studies." *Journal of the Evangelical Theological Society* 24: 47-54. Online: http://www.etsjets.org/files/JETS-PDFs/24/24-1/24-1-pp047-054_JETS.pdf.

Hill, C. E. 1988. "Paul's Understanding of Christ's Kingdom in I Corinthians 15:20-28." *Novem Testamentum* 30: 297-320.

Hunt, Dave. 1995. "Baptismal regeneration?" Online: https://www.thebereancall.org/content/baptismal-regeneration.

Iverson, Kelly. 2001. "Irony in the End: A Textual and Literary Analysis of Mark 16:8." Online: https://bible.org/article/irony-end-textual-and-literary-analysis-mark-168.

Jacobs, Louis. 2008. "Messiah." *Jewish Virtual Library.* Online: https://www.jewishvirtuallibrary.org/jsource/judaica/ejud_0002_0014_0_13744.html.

Johnson, Jeremiah. 2016. "Does Baptism Save You? (1 Peter 3:21; Acts 2:38)." Online: https://www.gty.org/library/blog/B160815.

Jones, Timothy. 2012. "Apologetics: Is it Possible that Jesus' Body was Left on the Cross?" Online: https://www.timothypauljones.com/is-it-possible-that-jesus-body-was-left-on-the-cross/.

Josephus. 1987a. *Antiquities of the Jews. In The Works of Josephus*, new updated ed., translated by William Whiston, 27-542. Peabody, MA: Hendrickson. Online (another edition): http://www.ccel.org/ccel/josephus/works/files/works.html.

________. 1987b. *The Wars of the Jews.* In *The Works of Josephus Complete and Unabridged,* 543-772. Translated by William Whiston. Peabody, MA: Hendrickson. Online (another edition): http://www.ccel.org/ccel/josephus/works/files/works.html.

________. 1987c. *Against Apion.* In *The Works of Josephus Complete and Unabridged,* 773-812. Translated by William Whiston. Peabody, MA: Hendrickson. Online (another edition): http://www.ccel.org/ccel/josephus/works/files/works.html.

Keener, Craig. 2005. *1-2 Corinthians* (NCBC). Cambridge: Cambridge University Press.

Keller, Timothy. 2008. *The Reason for God: Belief in an Age of Skepticism.* New York: Dutton.

________. 2009. "The Importance of Hell." *Redeemer Report.* Online: http://www.redeemer.com/redeemer-report/article/the_importance_of_hell.

Kerkeslager, Allen. 1991. "The Day of the Lord, the 'Hour' in the Book of Revelation, and Rev 3:10." Unpublished paper presented at the Annual National meeting of the Society of Biblical Literature held in Kansas City, Missouri on 23-26 November, 1991.

Klein, George. 2008. *Zechariah* (NAC 21B). Nashville: B&H.

Köstenberger, Andreas. 2006-2015. "Believer's Baptism and the New Covenant." Online: http://www.biblicalfoundations.org/believers-baptism-and-the-new-covenant/.

Lane, William. 1974. *The Gospel According to Mark* (NICNT). Grand Rapids: Eerdmans.

Lemke, Arnold. 2000. "The Shroud of Turin—'Is it, or Isn't it' (the burial cloth of Christ?)." Paper read at the St. Croix Pastor, Teacher, Delegate Conference. Online: http://www.wlsessays.net/files/LemkeTurin.pdf.

Lewis, C. S. 1986. "Three Kinds of Men." In *Present Concerns,* ed. Walter Hooper, 21-22. New York: Harcourt Brace Jovanovich. Online: https://www.thegospelcoalition.org/blogs/justin-taylor/c-s-lewis-three-kinds-of-men/.

Copyright © by Jonathan Menn 2021. All rights reserved.

Lewis, Dhati. 2015. "The Church Is Not Like A Family." Online: http://www.vergenetwork.org/2017/03/14/the-church-is-not-like-family/?inf_contact_key=563a07f48051945f93bdc050b4bbef102519cd85d688856b793a9898205d2ff9.

Lindsey, Hal. 1970. *The Late Great Planet Earth.* Grand Rapids: Zondervan.

Litvin, Rivi, and Danny Litvin. Not dated. *Let Us Celebrate the Feast.* Covina, CA: Hope of Israel Ministries.

Maier, Paul. 1973. *First Easter.* New York: Harper & Row.

McDowell, Josh. 1981. *The Resurrection Factor.* San Bernardino, CA: Here's Life.

Meacham (leBeit Yoreh), Tirzah. 2009. "Legal-Religious Status of the Jewish Female." *Jewish Women: A Comprehensive Historical Encyclopedia*. Jewish Women's Archive. Online: http://jwa.org/encyclopedia/article/legal-religious-status-of-jewish-female.

Menn, Jonathan. 2016. *Biblical Stewardship.* Online: https://www.eclea.net/courses.html#stewardship.

_______. 2017. *Biblical Eschatology.* Online: https://www.eclea.net/courses.html#eschatology.

_______. 2020. *Christianity and Islam: The Essentials.* Online: https://www.eclea.net/courses.html#islam.

_______. 2021. *Biblical Theology.* Online: https://www.eclea.net/courses.html#theology.

_______. Not dated. "Gen 15:1-18-The Greatest Prophecy In The Bible." Online: https://www.eclea.net/sermons.html#ot.

Metzger, Bruce. 1957. *An Introduction to the Apocrypha.* New York: Oxford.

Miller, Dave. 2005. Is Mark 16:9-20 Inspired? Online: https://apologeticspress.org/apcontent.aspx?article=704.

Mills, Bill. 1986. *Adequate!* Palos Heights, IL: Leadership Resources.

Moore, A. L. 1966. *The Parousia in the New Testament* (NTSup 13). Leiden: Brill.

Murray, John. 1977. "The Interadventual Period and the Advent: Matthew 24 and 25." In *Collected Works,* vol. 2, 387-400. Edinburgh: Banner of Truth.

Nelson, Richard. 2003. "'He Offered Himself': Sacrifice in Hebrews." *Interpretation* 57: 251-65.

Neusner, Jacob. 1988. *The Mishnah: A New Translation.* New Haven: Yale University Press.

Nolland, John. 1993. *Luke 18:35-24:53* (WBC 35C). Dallas: Word.

Osborne, Grant. 2010. *Matthew* (ZECNT). Grand Rapids: Zondervan.

Pao, David, and Eckhard Schnabel. 2007. "Luke." In *Commentary on the New Testament Use of the Old Testament,* edited by G. K. Beale and D. A. Carson, 251-414. Grand Rapids: Baker Academic.

Pascal, Blaise. 1958. *Pensées.* New York: E. P. Dutton & Co. Online: https://www.gutenberg.org/files/18269/18269-h/18269-h.htm.

Piper, John. 2013. *Brothers, We Are Not Professionals.* Nashville: B & H. Online: https://document.desiringgod.org/brothers-we-are-not-professionals-en.pdf?1439242057.

Powell, Frank. 1954. *The Trial of Jesus Christ.* Grand Rapids: Eerdmans.

"Professing faith: What can you buy for the biblical 30 pieces of silver?" 2016. *Redlands Daily Facts.* Online: https://www.redlandsdailyfacts.com/2016/07/27/professing-faith-what-can-you-buy-for-the-biblical-30-pieces-of-silver/.

Sarles, Ken. 1986. "A Theological Evaluation of the Prosperity Gospel." *Bibliotheca Sacra* 143: 329-52.

Copyright © by Jonathan Menn 2021. All rights reserved.

Scheifler, Michael. Not dated. "Was Jesus crucified on Wednesday, Thursday, or Friday?" Online: http://biblelight.net/pasover.htm.

Schnabel, Eckhard. 2002. "Israel, the People of God, and the Nation." *Journal of the Evangelical Theological Society* 45: 35-57. Online: http://www.etsjets.org/files/JETS-PDFs/45/45-1/45-1-PP035-057_JETS.pdf.
_______. 2011. *40 Questions About the End Times.* Grand Rapids: Kregel.

Smith, Ralph Allan. 1999a. "A Neglected Millennial Passage from Saint Paul." No pages. Online: http://www.berith.org/essays/cor/.
_______. 1999b. The New Covenant." No pages. Online: https://www.berith.org/essays/bib/bib13.html.

Soldaat, Ben. 2020. "How Much Were Judas Iscariot's 30 Pieces of Silver Worth?" Online:

Stedman, Ray. 2021a. "The Glory that Follows." Online: https://www.raystedman.org/new-testament/mark/the-glory-that-follows.

_______. 2021b. "The Way of the Cross." Online: https://www.raystedman.org/new-testament/mark/the-way-of-the-cross.

Such, W. A. 1999. *The Abomination of Desolation in the Gospel of Mark.* Lanham, MD: University Press of America.

Swift, C. E. Graham. 1970. "Mark." In *New Bible Commentary,* 3rd ed., eds. D. Guthrie and J. A. Motyer, 851-86. Carmel, NY: Guideposts.

Tertullian. 1885. *An Answer to the Jews*. In *The Ante-Nicene Fathers*, vol. 3, edited by Alexander Roberts and James Donaldson, revised by A. Cleveland Coxe, 151-73. New York: Christian Literature Publishing Company. Reprint, Peabody, MA: Hendrickson, 1994. Online (another edition): http://www.ccel.org/ccel/schaff/anf03.iv.ix.i.html.

Thistleton, Anthony C. 2000. *The First Epistle to the Corinthians* (NIGTC). Grand Rapids: Eerdmans.

Toussaint, Stanley. 2004. "A Critique of the Preterist View of the Olivet Discourse." *Bibliotheca Sacra* 161: 469-90. Online: http://www.dts.edu/download/publications/bibliotheca/BibSac-Toussaint-CritiqueOfThePreterestView.pdf.

Travis, Stephen. 1982. *I Believe in the Second Coming of Jesus.* Grand Rapids: Eerdmans.

Vander Laan, Ray, and Judith Markham. 1996. *Echoes of His Presence.* Colorado Springs: Focus on the Family.

Vos, Geerhardus. 1979 (reprint). *The Pauline Eschatology.* Grand Rapids: Baker.

Walker, P. W. L. 1996. *Jesus and the Holy City: New Testament Perspectives on Jerusalem.* Grand Rapids, MI: Eerdmans.

Watts, Rikk. 2007. "Mark." In *Commentary on the New Testament Use of the Old Testament,* eds. G. K. Beale and D. A. Carson, 111-249. Grand Rapids: Baker Academic.

Wessel, Walter. 1984. "Mark." In *Expositor's Bible Commentary, vol. 8,* edited by Frank Gaebelein, 603-793. Grand Rapids: Zondervan.

*Westminster Confession of Faith*. 1646. Online: http://www.reformed.org/documents/wcf_with_proofs/.

White, James. 2005-2006. "A Brief Rebuttal of Baptismal Regeneration." Online: http://vintage.aomin.org/bapreg.html.

Williams, Joel. 1999. "Literary Approaches to the End of Mark's Gospel." *Journal of the Evangelical Theological Society* 42: 21-35. Online: https://www.etsjets.org/files/JETS-PDFs/42/42-1/42-1-pp021-035_JETS.pdf.

"Witness." 2019. *Encyclopaedia Judaica.* The Gale Group. Online: http://www.jewishvirtuallibrary.org/jsource/judaica/ejud_0002_0021_0_21003.html.

Wright. N. T. 1996. *Jesus and the Victory of God.* Minneapolis: Fortress.
_______. 2003. *The Resurrection of the Son of God.* Minneapolis: Fortress.

Zodhiates, Spiros, ed. 1992. *The Complete Word Study Dictionary: New Testament,* rev. ed. Chattanooga: AMG.

Copyright © by Jonathan Menn 2021. All rights reserved.

## UMWANDITSI



Jonathan Menn aba I Appleton, WI, muri Reta zunze ubumwe za Amerika. Yaronse urupapuro rw'umutsindo mu vyirwa vya Politike muri kaminuza yo muri Wisconsin-Madison, aheza afise amaonta menshi cane, mu mwaka wa 1974, hanyuma aca ashirwa mu murwi witwa Phi Beta Kappa honor society. Hanyuma aronka ico bita J.D. kiva mw'ishuri y'amategeko y'I Kornell Law School, magna cum laude, mu mwaka wa 1977, hanyuma aca ashirwa mu murwi witwa Coif legal honor society. Yamaze imyaka 28 ari umushingwamaza, nk'uwuserukira wa Reta, muri Chicago hanyuma ashinga ishirahamwe ryitwa Menn Law Firm muri Appleton, WI. Inyuma yaho yaciye akizwa aba intumwa, umwigishwa wa Yesu Kristo mu mwaka wa 1982. Yumva yipfuza kumenya vyinshi mu vyerekeye ijambo ry'Imana kandi no kugira ico akoze mu gikorwa c'Imana vyamutumye aja kunonosora amashuri y'ivyerekeye ijambo ry'Imana aho yaronse urupapuro ry'umutsindo muri nyigisho ndoramana muri kaminuza yo muri Trinity Evangelical Divinity School muri Deerfield, IL. Yaronse urwo rupapuro rw'umutsindo muri TEDS, summa cum laude, muri Rusama mu mwaka wa 2007. Hagati y'imyaka ya 2007-2013 yari umuyobozi w'ishirahamwe ryitwa Gushoboza abapasitori mw'isi yose. Ubu na ho Now Jonathan ni umuyobozi wo gushoboza abapasitori mu muryango wo muri Afirika y'Ubuseruko (**www.eclea.net**). Ibikorwa vyiwe vyinshi yanditse bikoreshwa mu gushoboza abapasitori mushobora kubisanga kuri uru rubuga ngurukanabumenyi **www.eclea.net**. Jonathan ashobora kuboneka aha hakurikira kuwoshaka kuvugana na we: **jonathanmenn@yahoo.com**.